
# IMFATIRO
# z’
# UKWIZERA KWACU RUKRISTO
# IGITABO C’UMWIGISHA



**UMWUNGERE JAMES O’CONNOR**
UWATANGUJE N’UMURONGOZI MPUZAMAKUNGU,
EQUIPPING THE SAINTS INTERNATIONAL MINISTRIES

"Iki ni igitabo cigisha kugira gifashe abakristo bashasha. Ukuri nshingirwako gutanzwe mu rutonde no mu buryo bworoshe gusoma. Abungere bategerezwa guha ikopi uwizeye wese avutse ubwa kabiri. Kizobafasha m'urugendo rwabo rw'impwemu."

***—Umwungere Roger Hunt,***
*Poplar Assembly Church, Fort Peck Indian Reservation, Montana.*

"Ndakunda ingene iki gitabo kiguma kingarukana kuri Bibiliya yanje."

***—Bud Braaten,***
*Umutama w'imyaka, Montana Cowboy*

"Iki gitabo gihishura ukuri kwa Kristo, kandi kiranteye intege."

***—Yohana Atchico,***
*Umusangwabutaka w'umunyamerika Shawnee Elder*

"Kuva uno musi ngira nnsubire kwisonzesha. Kuno kwisonzesha kuzoba ukwo imisi indwi. Ukwisonzesha kumwe kw'imis indwi ntanywa ntarya kubwo ubwenge n'umwimbu. Nuko inyuma yaho nzoca ntagura gufata ingendo igisagara ku kindi umutumba ku wundi njanye *Imfatiro z'Ukwizera kwacu Rukristo*. Ndazi neza ko kizotera intege abantu kumenya urufatiro no kuba abigishwa ba Kristo no kurwanya umwansi bikomeye."

***—Umuvujabutumwa Sonia Qamar***
*Lahore, Pakistan*

"Iki gitabo mu vy'ukuri carahinduye ubuzima bwanje, kandi ngiye kukijana mu mashengero yanje mu ntara za Bong na Lofa muri Liberia, Afrika yo mu Buseruko mu kwigisha no kubandanya guteragira amashengero."

***—Umwungere Alex Kollie***
*Kingdom Covenant Ministry*

"Ndakunda inyigisho z'iki gitabo. Ni inyigisho z'ukuri kwa Bibiliya."

***—Umwungere James K. Cisco***
*Living Grace Lutheran Church, Bong County, Liberia Afrika y'Ubuseruko*

"Mu ngendo nkora mw'isi, mu ngendo z'ubutumwa mu bigwati vya Aziya na Africa vy'amajepfo, ndamaze kwibonera ingene Imana yakoresheje iki gitabo Imfatiro z'Ukwizera kwacu Rukristo, mu gukuza urwaruka rw'abizera n'abakozi, kikabaha urufatiro ruhamye mu Bukristo no kubarongora mu gusubira kubatumbereza kuri

Bibiliya zabo. Maze kubona iyo mpinduka, ndiko ndasobanura iki gitabo mu rurimi rw'igi Cebuano rwo muri Filipine, mu ntumbero yo kugiha abungere n'abakozi mu misozi n'imitumba vyo muri Filipine."

—***Umujanabutumwa Rick Jason Silva***
*Equipping the Saints International*

"Ndagushimiye Mwungere. Ni vyiza cane kandi ko gifise ibibazo n'inyishu mu mpera y' icigwa. Kino gitabo kiri mu mwanya mwiza, kuko twese tuzotangura icigwa mu buryo bw'urufatiro. Iki gitabo kizobafasha gukura bakomeye mu kwizera kwabo no kugushikana ku bandi. Nizigiye ko kizosobanurwa mu gikameri (ururimi rwo muri Kambondiya). Nzogisohoza ejo."

*“Wame ugira umwete wo kwiha Imana nk’uwamaze kurama, Umukozi atarinda guteterwa, aramiriza neza mw’ijambo ry’ukuri”*

**—2 TIMOTEYO 2:15—**




Kino Gitabo c’Inyigisho mugishikirizwa
N’
**ABUNGERE JIM NA DOLLY O’CONNOR**
ABARONGOZI MPUZAMAKUNGU
EQUIPPING THE SAINTS INTERNATIONAL

# IBIRIMWO

Intangmarara ........ 1

Kaze ........ 3

Chapter 1: Yesu ........ 5

Chapter 2: Urukundo ........ 29

Chapter 3: Ukwizera ........ 41

Chapter 4; Kuvuka Ubwa Kabiri ........ 53

Chapter 5: Kubatizwa Mu Mazi ........ 65

Chapter 6: Mpwemu Yera ........ 73

Chapter 7: Impwemu, Umushaha, N'umubiri ........ 91

Chapter 8: Ivyiyumviro Vyo Guhindura ........ 101

Chapter 9: Gupfa Kubwo Kubaho ........ 115

Chapter 10: Utegerezwa Gufungura ........ 131

Chapter 11: Ruhuka ........ 143

Chapter 12: Umubiri ........ 159

Chapter 13: Gutanga ........ 185

Chapter 14: Gusenga ........ 193

Chapter 15: Umwansi ........ 205

Chapter 16: Urugamba ........ 215

Chapter 17: Itegeko Rikuru ........ 233

Chapter 18: Kurangiza ........ 241

# INTANGAMARARA

Nimba Yesu yavuze ati, “Ibikorwa bikomeye biruta ivyo nkora ni vyo muzokora ni mwanyizera,” nigute nobishikako none? Kandi ko yavuze ko ibidashobokera abana b’abantu bishobokera uwizera, none ibi vyoba bituzana ku gutahura iki?

Ku bwanje, birantera kwanka cane kwizera ko ivyiza cane vy’Imana ari ko umwigishwa azokwemera ibiri munsi y’ukunengesera kw’ubuzima buri muri Kristo bucika ubwacu igihe tuvutse ubwa kabiri.

Ubu bucuti bw’ubuzima buzotubohora ku caha, buzotubohora inte ge nke zacu, maze busuke ubushobozi bw’Imana kuri no muri twebwe.

Ubu bucuti ni urugendo rubandanya ruduhamagarira kuja kure cane y’imigenzo n’idini, no kuja ibwina cane muri Kristo.

Nimba Imana iguhamagarira kuba Umwigishwa wa Yo, uzotegerezwa kurengera ibyizerwa vyawe vy’idini ukaraba ubuzima bushasha muri Kristo—ubuzima bw’ibirengeye wewe uko ugenda ubaho mu bucuti na Mpwemu Yera.

Muri kino kibanza gishasha c’ubucuti, vyose biragushobokera wewe nk’umuntu. Uku si ukuri gusa kuri jewe na we, ariko ni n’umuhamagaro n’ibakwe duhabwa n’Imana twese.

**Bibiliya iratubwira ko ikintu gisanzwe mu mugambi w’Imana kuri umwe mu bana ba Yo ari gukura, gushika ku rugezo rwuzuye rwo kunengesera kwa Kristo.**

Urakeneye gutahura ko Imana igukunda kandi ko Yesu Kristo yapfuye agasesa amaraso Yiwe kubw’ivyaha vyawe. Niwizera ukemera ibi, urashobora kuba ahantu vyose bishobokera abizera.

Intango ni kwizera ukuri n’ubushobozi vya Kristo, no kwuzuzwa Mpwemu Yera.

Uhereye kuri ino ngingo, utegerezwa gubandanya ubibamwo kandi ubigaragaza. Umuntu wa kera w'umubiri ategerezwa kushirwa kuruhande uko ubandanya gucika igikoresho gikomeye c'impwemu ic Imana yateguye ko uba.
Imana iriko iraguhamagarira kugendana na Yo mu bucuti nyakuri bwo kugiti cawe muri Yesu Kristo, mu kurekura ubushobozi bwa Mpwemu Yera hano kandi ubu nyene.

Ndagusengera ngo urengane kwemeranya n'inyigisho Za Yo mu mutwe bisanzwe gusa. Rengana ubunarariboye bw'idini. Vuna ingogo y'imigenzo! Ja mu bucuti buzima bw'ubushobozi no kubaho gusagutse, ***"ndashaka ivyo ufise kubwanje vyose, Mwami."***

Ndagusengera ngo ntumenye amajambo gusa, ariko unaronke ubucuti, na Mpwemu Yera. Ubucuti bw'urukundo n'ubushobozi twahawe muri Yesu Kristo!

# KAZE

Umaze kwiyegurira Yesu no kumusaba ko yoguharira ivyaha vyawe, utegerezwa kumuha ikaze mu mutima wawe nk' Umukiza n'Umwami. Maze ukabatizwa mu mazi hama ukuzuzwa Mpwemu Yera.

Ndagusengera nk'uko Intumwa Pawulo yasengeye abakijijwe mw'ishengero rya mbere.

Ico nkwifurije nuko wiyumvira neza kw'isengesho ryiwe dusanga mu b'i Kolosayi 1:9–14...

> *"Ni co gituma natwe, uhereye igihe twavyumviye, tudahengeshanya kubasengera, no kubasabira ngo mwuzuzwe ukumenya ivy' igomba n'ubgenge bgose no kumenya ivy' impwemu, kugira ngo mugende nk'uko bibereye ab' Umwami wacu, mumunezereza muri vyose, mwama imbuto mu bikorwa vyiza vyose, mugwizwa no kumenya Imana, mushobozwa n'ubushobozi bgose, nk'ukw inkomezi z'ubgiza bgayo ziri, ngo mwihangane rwose, ntimurambirwe, mubigiranye umunezero. Mushime Data wa twese yabashoboje kuraganwa n'abera umwandu wo mu muco; yadukijije ububasha bg'umwiza, atwimurira mu bgami bg'Umwana wiwe akunda. Mur' uwo ni ho dufise ugucungurwa, ni kwo guharirwa ivyaha vyacu."*
>
> ***—Ab'i Kolosayi 1:9-14***

Ndakwinginze mwifatanye nanje mu kwikoreza ingata Yiwe maze ducike abigishwa Biwe.

CHAPTER 1

# YESU

Rimwe mu ngendo zanje, narahuye n'umuntu w'umwana mwiza wa mbere. Twaricaranye mu kibuga c'indege turindiriye ko indege zishika. Yarashaka kuganira kandi yari anezerejwe no kwicarana nanje. Umwanya warihuse gose kandi bidatevye hari hageze ko umwe wese abandanya urugendo rwiwe. Naho yari umwana mwiza, ntivyahinduye integuro zanje ngo mpeze ndamukurikire. Gushika n'uyu musi, ntavyinshi ndamuziko biruta ivyo namumenyeko wa musi twahura akanya gato duhuriye mu kibuga c'indege.

Kumwe vyari bitangaje igihe wakira Yesu mu mutima wawe, n'ubu utegerezwa gufata ingingo. Mbega wohindura integuro zawe, ukareka urutonde rwawe, maze ukamukurikira?

Inyishu yawe niyaba ari ego, ihamye niho uza kuba witeguye vy'ukuri kubandanya gukomeza ubucuti bwawe na Yesu Kristo.

> *"Ahamagara ishengero bo n'abigishwa biwe, arababgira, at' Umuntu ni yagomba kunkurikira, ni yiyanke, yikorere umusaraba wiwe, ankurikire. kuk' ugomba gukiza ubugingo bgiwe azobubura, arik' uzoheba ubugingo bgiwe kubganje no kubg' ubutumwa bgiza, azobukiza."*
>
> ***—Mariko 8:34–35***

> *"Mwikoreze ingata yanje, munyigireko; kuko nd'umugwaneza, niyoroheje mu mutima; namwe muzoronka uburuhukiro bg'imitima yanyu.  Kukw ingata yanje itababaza, n'umutwaro wanje uhwahutse."*
>
> ***—Matayo 11:29–30***

Ndazi umukenyezi yabaye mu kintu kibi cane mu buzima bwiwe. Yarongowe n'umusore mwiza yari mu gisirikare. Yiyumvira ko yari amuzi vyuzuye. Inyuma y'imyaka myinshi, yari agifise umutekano mu kwiyumvira ko umugabo yamurongoye yari wa mugabo yari azi kandi yizigira cane. Umusi umwe wa mukenyezi yagiye ku gasandugu k'amakete asangayo aho barihiye kubijanye no kuvurwa amenyo y'umukobwa wabo w'umuyabaga. Imyaka yari yo ariko amazina ntiyari yo.

Avyitegereje, yasanze inyuma y'iyi myaka yose, uwo mugabo atari uwo yiyumvira ko ari. Yari afise uwundi mugore n'uwundi mukobwa yanganya imyaka n'uwabo.

Naho vyari ikintu kibi kuri we no ku buzima bwiwe, bizoba ibirengeye kuba bibi inyuma y'ubuzima bwacu nitwasanga twakurikiye Yesu w'ivyiyumviro vyacu atari Yesu wo mu Vyanditswe.

Hariho ukuri kutavanze muri Bibiliya kubijanye na Yesu uwo dutegerezwa kwizera. Uku kuri kurashinga urufatiro duhagararako mu bushobozi tukubaka ubuzima bwacu hamwe na We.

> *"Ubga mbere na mbere Jambo yariho, kandi Jambo yahoranye n'Imana, kand' uwo Jambo yar' Imana. Uwo yahoranye n'Imana ubga mbere na mbere; vyose vyaremwe na we, mu vyaremwe vyose nta kintu na kimwe kitaremwe na we. Muri we harimwo ubugingo, kandi ubwo bugingo bwari umuco w'abantu."*
>
> ***—Yohana 1:1-3***

> *"Uwo, naho yar' asanganywe ishusho y'Imana, ntiyiyumviriye yuko kuringanira n'Imana ar' ikintu co kwumirako: ariko yisiga ubusa, yabira ishusho y'umugurano, acika usa n'abantu. Kand' abonetse afise ishusho nk'iy' umuntu, yicisha bugufi, araganduka no gushitsa ku rupfu, kand' urupfu rwo ku musaraba. Ni co catumye Imana imushira hejuru cane, ikamuha rya zina rirengeye ayandi mazina yose: kugira ngw amavi yose az' apfukame mw izina rya Yesu, ay' ivyo mw ijuru n'ay' ivyo kw isi n'ay' ivy' i kuzimu, kand' indimi zose zize zature yuko Yesu Kristo ar' Uhoraho, ngo biheshe Imana Data wa twese icubahiro.*
>
> ***—Ab'i Filipi 2:6-11***

> *"Kera Imana ... mur' iyi misi y'iherezo yabaririye twebge mu kanwa k'Umwana wayo, uwo yashiriyeho kuba samuragwa wa vyose, ni we yahaye kurema isi. Uwo, kukw ar' ugukayangana kw'ubgiza bgayo, n'ishusho y'akameremere kayo, kand' ashigikiza vyose ijambo ry'ubushobozi bgiwe, ahejeje gushirah' umwuhagiro w'ivyaha, avyagira i buryo bg'icubahiro c'ubgami bgo mw ijuru."*
>
> ***—Abaheburayo 1:1-3***

Ndiyumvira ko hafi nka twese tumaze kwumva ivy'umugabo Yesu, canke muburyo bw'umwihariko, Uwuzwi nka Yesu w'i Nazareti. Kahise karemeza ko hariho umuntu nk'uwo yavutse kubavyeyi bakenye kandi ko yabaye kw'isi gushika afise imyaka irenga mirongo itatu gatoya.

Birashobora kwerekanwa mu nyandiko za kahise uretse Ivyanditswe Vyera ko uwo muntu yabayeho.
Ku mwaka wa 33 ushira uwa 34, yaraciriwe urubanza na Ponsiyo Pilato Buramatari w'Umuroma, muri Sentare y'Abaherezi Bakuru b'Abayuda n'abarongozi b'idini.

N'ibi navyo birashobora kwemezwa n'ivyanditswe na Josephus n'abandi bahinga ba kahise b'ico gihe.

Turashobora gusanga vyinshi bivugwa kur uku kuri mu Vyanditswe.

Turabona ko atari nk'abandi bantu, naho Yari umubiri n'amaraso kandi yarasangiye kuba umuntu natwe.

Turabona umuvugishwa Yesaya avugishwa ivyiwe imyaka irenga 600 imbere y'uko avuka.

> "*Ni co gitumye Uhoraho ubgiwe ari we agira abihere ikimenyamenya: Raba, inkumi izosama inda, ivyare umwana w'umuhungu, izomwita Imanuweli.*"
>
> ***—Yesaya 7:14***

> *"Kuk' umwana atuvukiye, duhawe umwana w'umuhungu; ubutware buzoba ku bitugu vyiwe: azokwitwa Igitangaza, Umujanama, Imana y'ubushobozi, Data wa twese ahoraho, Umukama w'amahoro. Ukugwira kw'ubutware bgiwe n'amahoro ntibizogira iherezo, ku ngoma ya Dawidi no ku bgami bgiwe, bibukomeze, bibushigikize guca imanza zibereye n'ukugororoka, uhereye none ugashitsa ibihe vyose. Umwete w'Uhoraho Nyen' ingabo uzoshitsa ivyo."*
>
> ***—Yesaya 9:6-7***

Turasoma ivyavuzwe muri Luka 1:35

> *"Umumarayika aramwishura, ati Mpwemu Yera azokuzako, ubushobozi bg'Isumba vyose buzogutera igitutu: ni co gituma uwera azovuka azokwitwa Umwana w'Imana.'"*

> *"Ivyo vyose vyabaye birtyo ngw ivyo Umwami Imana yavugiye mu kanwa k'uwavugishwa na we biboneke, ngo Raba, inkumi izotwara inda, ivyare umwana*

*w'umuhungu, Bazomwita Imanuweli; risobanurwa ngw Imana iri kumwe natwe.'"*

***—Matayo 1:22–23***

*"Yari mw isi, kand' isi yaremwe na we, arikw isi ntiyamumenya ... Kand' uwo Jambo yihaye umubiri, abana natwe, twitegereza ubgiza bgiwe, n'ubgiza bumeze nk'ubg' Umwana w'ikinege ava kwa Se, yuzuye ubuntu n'ukuri."*

***—Yohana 1:10–14***

## ADUHISHURIRA URUKUNDO RWA DATA.

*"Kuk' urukundo Imana yakunze abari mw isi ari rwo rwatumye itanga Umwana wayo w'ikinege, ng' umwizera wese ntaz' apfe rubi, arikw ahabge ubugingo budashira."*

***—Yohana 3:16***

*"Rivuga ivya Yesu Umunyanazareti, ingen' Imana yamusutseko Mpwemu Yera n'ubushobozi, akagenda agirira abantu neza, agakiza abo bose wa Murwanizi atwaza amanyama, kukw Imana yari kumwe na we."*

***—Ivyakozwe n'intumwa 10:38***

## YARABAMBWE KANDI ARAPFA.

*"Bashitse ahantu hitwa Nyagihanga, bamubambanaho na za nkozi z'ibibi, umwe i buryo bgiwe, uwundi i bumoso."*

***—Luke 23:33***

*"Igihe bamubamba zar' isaha zitatu. Icandiko c'ikirego candikwa hejuru yiwe ng' UMWAMI W'ABAYUDA."*

***—Mariko 15:25–26***

*Yesu yongera gusemerera n'ijwi rirenga, umutima uraca. Igihuzu gikingiriye ahera cane h'urusengero gitantamukamwo kubiri, uhereye hejuru ugashitsa hasi ; isi iratigita ; ibitandara birasaduka (broken)*

***—Matayo 27:50-51***

**HAMA ARAHAMBWA.**

*"Uyo aja kuri Pilato asaba ikiziga ca Yesu. Maze Pilato avuga ko bakimuha. Yosefu ajana ico kiziga, akizingira mu mpuzu yera nziza, agishira mu mva yiwe nsha, yari*

*yarimbishije mu bitandara; atembagaza ikibuye kinini acugaza umuryango w'imva, aragenda."*

***—Matayo 27:58–60***

**YARAZUTSE MU BAPFUYE.**

*"Arik' umumarayika abgira ba bagore, ati Mweho ntimutinye, kuko nzi ko murondera Yesu, umwe yabambga; ntari hano, kuko yazutse, nk'uko yavuze. Ngo murabe ah' Umwami yar' aryamye. Ni mukwakwanye mubgire abigishwa biwe yuko yazutse mu bapfuye, kand' azobitangira imbere kuja i Galilaya, iyo ni ho muzomubonera."*

***—Matayo 28:5–7***

**YARIYERETSE ABIGISHWA BIWE N'ABANDI BANTU AMAZE KUZUKA MU BAPFUYE.**

*"Agahambga, akazuka ku musi ugira gatatu, nk'ukw ivyanditswe bivuga; akiyereka Kefa, maz' akiyereka bamwe cumi na babiri, akongera akiyerekera hamwe bene Data basaga amajana atanu, mur' abo abenshi baracariho n'ubu, ariko bamwe barasinziriye: maze yiyereka Yakobo, hanyuma yiyereka intumwa zose. Maze hanyuma ya bose nanje aranyiyereka ndi nk'umwana w'icenda. Mbere jewe nd' inyuma y'izindi ntumwa zose, sinarikwiye no kwitwa intumwa, kuko nahama ishengero ry'Imana."*

***—1 Ab'I Korinto 15:4–8***

Umusi umwe, ari kumwe n'abigishwa biwe, Yesu yaraduze mubicu maze asubira kwa Se mw'ijuru.

*"Akibahezagira, atandukanywa na bo, aduzwa mw ijuru."*

***—Luka 24:51***

*"Kand' Umwami Yesu ahejeje kubibabarira, aduzwa mw ijuru, avyagira i buryo bg'Imana."*

***—Mariko 16:19***

## YESU NI UMUROKOZI WACU

Si imwe mu nzira nyinshi zija ku Mana, ariko ni We nzira yonyene.

*"Jeho ndamuzi, kuko navuye kuri we, kand' ari we yantumye."*

***—Yohana 7:29***

*"Ubonye jewe aba abonye Data: non' uvuga ute ngo Twereke So?*

***—Yohana 14:9***

*"Kuko har' Imana imwe, kandi har' Umuhuza umwe w'Imana n'abantu, na we nyene n'umuntu, ni Kristo Yesu."*

***—1 Timoteyo 2:5***

*"Ni jewe nzira n'ukuri n'ubugingo: nta wushika kuri Data ntamujanye."*

***—Yohana 14:6***

*"Ni jewe mutsima w'ubugingo."*

***—Yohana 6:48***

*"Jewe ndi Umuco w'isi."*

***—Yohana 8:12***

*"Nuko Yesu yongera kubabgira, ati N'ukuri, n'ukuri ndababgire: Ni jewe rembo ry'intama. Abanyitangiye imbere bose bar' ibisuma n'abambuzi, arikw intama ntizabumviye. Ni jewe rembo, kand' ushika mu rugo wese aciye muri jewe arakizwa; agataha, agaturuka, akaronka icanya. Igisuma ntikizanwa n'ikindi, atar' ukwiba, n'ukwica, n'ugutikiza; nanje jeho nazanywe no kugira ngo zironke ubugingo, kandi ngo ziburonke busagutse. Ni jewe mwungere mwiza; umwungere mwiza yigura intama ziwe."*

***—Yohana 10:7-11***

*"Yesu aramubgira, ati Ni jewe kuzuka n'ubugingo. Unyizera n'iyo yoba yarapfuye, azobaho; kand' uriho wese anyizera, nta ho azokwigera apfa gushitsa ibihe bidashira. Urizeye ivyo?"*

***—Yohana 11:25-26***

*"Ni kwo kuvuga yukw Imana yari muri Kristo yiyuzuza n'abari mw isi, ntiyabaharurakw ibicumuro vyabo, kandi yatubikije ijambo ry'umwuzuzo."*

***—2 Ab'I Korinto 5:19***

*"Arikw abamwakiriye bose yabahaye ububasha bgo gucika abana b'Imana, ni bo bizeye izina ryiwe."*

***—Yohana 1:12***

Turabarirwa mu Baheburayo 9:22 ko ata guseseka kw'amaraso hatobaho guharirwa ivyaha.

Turasoma mu Baheburayo 9:12 ko Yesu yazutse mu mva akinjira mw'ijuru gushikana amaraso yiwe atagira icaha imbere y'intebe y'Imana ngo ashitse urubanza rwasabwa kubw'ivyaha vyacu.

Ni kubwo amaraso y'Umwagazi, ikiguzi c'ivyaha vyacu carishwe.

*"Kandi nk'ukw abantu babikiwe gupfa rimwe, hanyuma yaho hakaza amateka, na Kristo n'uko, yamaze gutangwa rimwe ngo yishirekw ivyaha vya benshi, azoboneka ubga kabiri, atazanywe n'ivyaha, abonekere gukiza abamwiteze."*

***—Abaheburayo 9:27-28***

*"Kandi hamwe mwari mugipfuye mwishwe n'ibicumuro vyanyu n'ukudakebga kw'imibiri yanyu, yabagiranye bazima na we, imaze kuduharira ibicumuro vyacu vyose, ihanaguye n'icete kitwagiriza, kirimw' amabgirizwa caduhama, igikura hagati yacu na yo, ikibamba ku musaraba. Kandi yambuye abakuru n'abafise ububasha, ibateterereza mu maso ya bose, ibashorera bafashwe mpiri kubg' uwo musaraba."*

***—Ab'i Kolosayi 2:13–15***

*"arik' uyo we, kuko yamah' ibihe bidashira, afise ubuherezi budakurwaho. Ni co*

*gituma ashobora gukiza rwose abashikira Imana kubgiwe, kuko na ntaryo yamaho ngw abasabire."*

***—Abaheburayo 7:24–25***

*"Umwe atigeze kumenya icaha, Imana yamuhinduye icaha kubgacu, kugira ngo muri we duhinduke ukugororoka kw'Imana."*

***—2 Ab'i Korinto 5:21***

*"No kuri Yesu Kristo, icabona co kwizigirwa, imfura y'abari barapfuye, uganza abami bo mw isi. Umwe adukunda, yatubohoje ivyaha vyacu amaraso yiwe, akaduhindura ubgami, no kuba abaherezi b'Imana yiwe, ni yo Se: icubahiro n'inganji bibe ivyiwe ibihe bitazoshira. Amen."*

***—Ivyahishuriwe Yohana 1:5-6***

## YESU NI UMUKIZA WACU

*"N'ukuri n'izacu ntimba yishizeko, n'iyacu mibabaro yikoreye; ariko tweho twamwiyumviriye nk'uwakubiswe, nk'uwacumiswe n'Imana, akicurikirizwa n'akabonge. Yamara yacumitiwe ivyacu bicumuro, yajanjaguriwe ivyacu bigabitanyo: igihano kituronkesha amahoro cabaye kuri we, kand' imishishagu yiwe ni yo idukiza."*

***—Yesaya 53:4–5***

*"Yesu agendagenda i Galilaya hose, yigisha mu masinagogi yabo, ababgira ubutumwa bgiza bg'ubgami, akiza indwara n'ubumuga vy'uburyo bgose mu bantu."*

***—Matayo 4:23***

*"Yesu agendagenda mu bisagara vyose no mu mihana yose, yigisha mu masinagogi yabo, avuga ubutumwa bgiza bg'ubgami, akiza indwara zose n'ubumuga bgose.*

***—Matayo 9:35***

Ntanahamwe muri Bibiliya higeze haza umuntu n'umwe kuri Yesu asaba gukizwa indwara yoba yaravyankiwe.

*“Yesu Kristo uko yar' ar' ejo, n'uyu musi ni kw akiri, ni kw azokwama ibihe bidashira.”*

***—Abaheburayo 13:8***

Kubaho n’ubushobozi bukiza vya Yesu Kristo ubu biri mw’Ishengero ryiwe uno musi!

*“Jewe nahawe ububasha bwose mw’ijuru no mw’isi, Nuko ni mugende, muhindure amahanga yose abigishwa, mubabatiza mw izina rya Data wa twese n'iry' Umwana n'irya Mpwemu Yera; mubigishe kwitondera ivyo nabageze vyose. Umve, ndi kumwe namwe imisi yose, gushitsa ku muhero w'isi.”*

***—Matayo 28:19-20***

Yadusize hano ngo tube nkuko yari ari, kandi ngo dutware ubu butumwa ku mpera z’isi.

## YESU NIWE ATUBATIZA MURI MPWEMU

Turazi ko Yesu atubwira ko tuzobatizwa muri Mpwemu Yera.

*“Maz' akoranye na bo, arabihanikiriza ngo ntibave i Yerusalemu, at' Ariko murorere isezerano rya Data, iryo mwanyumvanye. ariko muzohabga ubushobozi, Mpwemu Yera ni yabazako, muzoba ivyabona vyo kunshingira intahe i Yerusalemu, n'i Yudaya hose, n'i Samariya, no gushitsa ku mpera y'isi.”*

***—Ivyakozwe n'intumwa 1:4&8***

Ni mu mubatizo wa Mpwemu Yera duhererwa ububasha bwo kuba nk’uko Kristo yari akiri hano.

*“Ni hagira unkunda, azokwitondera ijambo ryanje, kandi Data azomukunda, maze tuzoza kuri we, tubane na we”*

***—Yohana 14:23***

*“Sinzobasiga nk'impfuvyi, nzoza kuri mwebge.”*

***—Yohana 14:18***

*“arik' Umwitsa, ari we Mpwemu Yera, uwo Data azorungika mw izina ryanje, ni we azobigisha vyose, kand' azobibutsa ivyo nababariye vyose.”*

***—Yohana 14:26***

*"Ico ni co kimaze guhingura urukundo muri twebge, kugira ngo tuze dushire ubgoba ku musi w'amateka, kuk' ukw ari, ari ko turi mur' iyi si."*

***—1 Yohana 4:17***

## YESU NI UMWAMI WACU AGIRA AGARUKE VUBA

Ivyanditswe birigisha kandi ko Yesu azogaruka ku musi w'iherezo gucira urubanza isi y'ivyaha, no gushiraho ubwami bwiwe.

*"I muhira kwa Data har' amazu menshi, iy' aba atariho, mba ndabibabgiye, kuko ngiye kubategurira ahanyu. Kandi ko ngiye kubategurira ahanyu, nzogaruka kubajana i wanje, ngw aho ndi namwe abe ari ho muba."*

***—Yohana 14:2–3***

*"Eh' arazanana n'ibicu, kand' ijisho ryose rizomwibonera, n'abamucumise bazomubona: kand' amoko yose yo mw isi azoborogeshwa na we. Ni ko biri. Amen.*

***—Ivyahishuriwe Yohana 1:7***

*"Ndamubonye, nikubita imbere y'inyundo ziwe nk'upfuye; maz' anshirak' ukuboko kw'i buryo, ati Ntutinye; jewe nd' uwa mbere kandi nd' uw' iherezo, kandi ndi muzima; nari narapfuye, kandi raba mpora ndi muzima ibihe bitazoshira, mfise impfunguzo z'urupfu n'iz' i kuzimu."*

***—Ivyahishuriwe Yohana 1:17-18***

*"Kuko twese tuzohagarara imbere y'intebe y'imanza y'Imana. Kuko handitswe, ngo Nk'uko ndiho, ni k'Uhoraho agize, amavi yose azompfukamira, N'indimi zose zizovuga ishimwe ry'Imana. Nuko rero, umuntu wese muri twebge azobazwa n'Imana ivyo yakoze.'"*

***—Abaroma 14:10–12***

*"Mbona ijuru ryuguruye, kandi mbona ifarasi y'igitare, uyivyagiyeko yitwa Mwizigirwa, irindi ni Munyakuri. Aca amateka akarwana intambara mu bugororotsi. Inyonga ziwe n'imbeya z'umuriro, no mu mutwe yambaye imigara myinshi, kand' afise izina ryanditswe, nta wurizi atari we wenyene. Yambaye impuzu zajobetswe mu maraso, kandi yitwa Jambo w'Imana. Ingabo zo mw ijuru ziramukurikira, zicaye ku mafarasi y'ibitare, zambaye impuzu nziza zera derere, zitanduye. Mu kanwa kiwe havamw' inkota ikarishe, kugira ngw ayikubite amahanga: azoyaragiza inkoni y'icuma. Kand' aganishiriza ibirenge mu bgato*

*vino y'uburake bg'inkazi bg'Imana ishobora vyose. Kandi ku mpuzu ziwe no ku kibero, afise izina ryanditsweko, ng' UMWAMI W'ABAMI, UGANZA ABAGANZA.*

***—Ivyahishuriwe Yohana 19:11-16***

*"Mbona intebe niniya yera, mbona n'Iyivyagiyeko, isi n'ijuru bihunga mu nyonga hayo, aho vyahora ntihaba hakiboneka. Mbona abapfuye, abahambaye n'aboroshe, bahagaze imbere y'iyo ntebe; ibitabo birazingururwa. Kand' ikindi gitabo kirazingururwa, ni co gitabo c'ubugingo. Abapfuye bacirwa imanza z'ivyanditswe mur' ivyo bitabo, zikwiranye n'ivyo bakoze. Ikiyaga kigarukana abapfuye bo muri co, urupfu n'i kuzimu bigarukana abapfuye bo muri vyo, bacirwa imanza zikwiranye n'ivy' umuntu wese yakoze. Rupfu na Kuzimu batererwa muri ca kiyaga caka umuriro. Ico kiyaga caka umuriro ni co rupfu rwa kabiri. Kand' umuntu wese atabonetse ko yanditswe muri ca gitabo c'ubugingo atererwa mur' ico kiyaga caka umuriro.*

***—Ivyahishuriwe Yohana 20:11-15***

*"Arik' umuntu wese mu mwanya wiwe: Kristo ni we mushuzo, maz' aba Kristo bazobonerwa bazuke, ah' azozira; iherezo rizoca rishika, ah' azoshikiriza Imana ubgami, ni yo Data wa twese, ni yamara gukurah' ubukuru bgose, n'ububasha bgose, n'ubushobozi bgose. Kuko guhangama azokwama ahangamye gushitsa ah' azoshirira abansi biwe bose musi y'ibirenge vyiwe."*

***—1 Ab'i Korinto 15:23–25***

*"Umumalayika w'indwi avuza inzamba: nw'ijuru hakurikira amajwi arenga, at' Ubwami bw'isi buhindutse ubwo umwami wacu n'ubwa Kristo wiwe, kand' azohora ahangamye ibihe bitazoshira."*

***—Ivyahishuriwe Yohana 11:15***

**Dutegerezwa kwitandukanya n'abavuga ko ari Abakristo igihe bamamaza kandi bavuga Yesu atandukanye n'uwo tubona neza mu Vyanditswe Vyera.**

Ivyanditswe birahishura ko Imana yigize umuntu muri Yesu: ko igihe Yari kw'isi nk'umuntu atagira icaha, Yacitse uwudukiza indwara, n'umucunguzi wacu. Kandi turabona ingene Yazanishije impore amaraso yiwe ku musaraba.

Turazi kandi ko yaduze agasubira mw'ijuru kandi azogaruka vuba gucira iyi si urubanza.

## YESU NI UMWE NA DATA

Muri Yesaya, vyavugishijwe imyaka irenga 600 imbere y'ivuka rya Yesu, turasoma...

> *"Kuk' umwana atuvukiye, duhawe umwana w'umuhungu; ubutware buzoba ku bitugu vyiwe: azokwitwa Igitangaza, Umujanama, Imana y'ubushobozi, Data wa twese ahoraho, Umukama w'amahoro. Ukugwira kw'ubutware bgiwe n'amahoro ntibizogira iherezo."*
>
> ***—Yesaya 9:6-7***

Ibi bikurikira ni bimwe mu Vyanditswe bikomeye bivuga ko Yesu ari umwe n'Imana.

> *"Ubga mbere na mbere Jambo yariho, kandi Jambo yahoranye n'Imana, kand' uwo Jambo yar' Imana. Uwo yahoranye n'Imana ubga mbere na mbere; vyose vyaremwe na we, mu vyaremwe vyose nta kintu na kimwe kitaremwe na we. Muri we harimw' ubugingo, kand' ubgo bugingo bgar' umuco w'abantu. Umuco w'ukuri, wakira umuntu wese, warik' uraza mur' iyi si."*
>
> ***—Yohana 1:1–4, 9***

> *"Jewe na Data tur'umwe."*
>
> ***—Yohana 10:30***

> *"Ariko, ivy' Umwana wayo yabivuze, it' Ingoma yawe, Mana, ihangamye ibihe bidashira."*
>
> ***—Abaheburayo 1:8***

> *"Ni we shusho y'Imana itaboneka, ni we mfura mu vyaremwe vyose: kuko muri we ari ho vyose vyaremewe, ivyo mw ijuru n'ivyo mw isi, ibiboneka n'ibitaboneka, ur' intebe z'icubahiro, ur' ubgami, ur' ubukuru, ur' ububasha: vyose vyaremwe na we, biremerwa kuba ivyiwe. We yabayeho vyose bitarabaho, kandi muri we vyose ni ho bifataniye. Ni we mutwe w'umubiri, ni wo shengero: kandi ni we tanguriro, ni we mfura mu kuva mu bapfuye, kugira ngw abe agaheta muri vyose."*
>
> ***—Ab'i Kolosayi 1:15–18***

Ukuri gusanzwe ni uku: Yesu ntiyaremwe! Ni we Muremyi!

Turabona mu vyanditswe ko Yesu yari kumwe na Data mw'itanguriro. Kandi nk'uko dusoma muri Yesaya 9:6, Yohana 1:1, n'Abaheburayo 1:8, ni umwe n'Imana.

**YESU SI IDINI, NI UKURI.**

Ibi nabimenye nkiri muto. Ubwa mbere naborewe vino nari mfise imyaka cumi n'ibiri. Nafatiwe kuba nanywereye ibiyayuramutwe mu bantu mfise imyaka cumi n'itanu. Nararengutse imbere y'umucamanza kubera nakubitishije umuntu umuryango w'imodoka maze nkamusiga akomeretse impande y'ibarabara. Nari mubi nuzuye umururazi. Narabaye mu bibanza nk'ibohero hatagira amahoro

Igihe nari mfise imyaka mirongo ibiri n'itatu, niho napfukamye mu cumba canje mbaza Yesu ko yoba ariho koko. Iryo joro, narahuye n'Umwami w'abami n'Uwuganza abaganza. Yaranyumvise igihe namwambaza. Ankurako icaha n'isoni vyanje abinkujeko amaraso Yiwe.

Yarankijije!

Yesu ararengeye ivyabayeho na kahise. Ni muzima!

**Nta dini rindi rizwi aho umuntu aronka ubucuti bwite n'Imana**

Yesu Kristo niwe Wenyene yabambwe ku Musaraba, azuka mu bapfuye, aduga mw'ijuru, kandi ubu niwe Mukiza wacu. Ni We ivyanditswe bihishura nk'uwuri umwe na Mpwemu Yera na Data wacu ahoraho. Ni we azogaruka vuba gucira isi urubanza.

"Ni we shusho y'Imana itaboneka, ni we mfura mu vyaremwe vyose : kuko muri we ari ho vyose vyaremewe, ivyo mw ijuru n'ivyo mw isi, ibiboneka n'ibitaboneka, ur' intebe z'icubahiro, ur' ubgami, ur' ubukuru, ur' ububasha : vyose vyaremwe na we, biremerwa kuba ivyiwe. We yabayeho vyose bitarabaho, kandi muri we vyose ni ho bifataniye. Ni we mutwe w'umubiri, ni wo shengero: kandi ni we tanguriro, ni we mfura mu kuva mu bapfuye, kugira ngw abe agaheta muri vyose."
*Ab'i Kolosayi 1:15-18*

*"Kuko muri we ari ho haba ukunengesera kwose kw'Ubumana mu buryo bg'umubiri. Kandi munengeserezwa no kumubamwo, ni we mutwe w'ubukuru bgose n'ububasha bgose."*

***—Ab'i Kolosayi 2:9-10***

*"Jewe ndi Alufa na Omega, ni k'Umwami Imana igize, iriho, kandi yamyeho, kand' igira ize, ni yo ishobora vyose."*

***—Ivyahishuriwe Yohana 1:8***

*"Birakubereye guhabga uguhimbazwa n'icubahiro n'ububasha, kukw ari wewe waremye vyose; icatumye bibaho kand' icatumye biremwa, n'uko wabigomvye."*

***—Ivyahishuriwe Yohana 4:11***

**Nimba tubona Yesu nk'uw'inyama n'amaraso nk'umuntu atunganye, canke nimba twizera ko Yesu Atari umwe n'Imana Data na Mpwemu Yera, canke nimba twizera ko hoba hariho iyindi nzira ishika ku Mana hanze ya Yesu kristo, ntituzoshobora kugiriranira ubucuti n'Imana nkuko Ibidusaba.**

Nk'abigishwa, tuzohura n'abantu benshi badafise ugutahura kw'ukuri kw'ico Yesu ari. Bamwe bizera ko yari umuntu mwiza, kandi bagakurikira akarorero kiwe. Abandi bavuga ko Yari umwe mu bavugishwa bakomeye barungitswe n'Imana. Abandi bavuga ko yari umumalayika yaremwe n'Imana, akaba yarungitswe kwereka abantu urukundo. Abandi barashika n'aho bavuga ko yari ikinyabuzima ca mbere caremwe mu mugambi w'Imana.

Abantu bizera bino bintu bafise ugutahura kutuzuye kandi kutari kwo kw'ico Yesu ari vy'ukuri.

Unomusi ni Muzima mu mitima yacu kubwo kwizera! Hashimwe izina Ryiwe!

***Nimuze rero tunagure ingingo yacu kubwo ubuzima bwacu.***

Yesu, ndagusavye kumbabarira no kunkiza. Ndizera ko unkunda kandi ushaka ko tugiriranira ubucuti. Ndagusavye ngo unyimenyekanisheko kandi umfashe. Ndakwiyeguriye wese. Mw'izina ryawe, Yesu, ndasenze. Amen.

Itariki: ______________________

Izina: ______________________________________________

Niyeguriye kwiga ivya Yesu no kuba umwigishwa wiwe: kumukurikira imisi yose yo kubaho kwanje.

Umukono wa: ______________________________________________

# IGICE CA 1: YESU

**Uzuza**

1. Ni igihe inyishu yawe ari ego gusa kandi weguriye ubuzima bwawe gukurikira Yesu uzoba witeguye kubandanya guk_______________ n'Imana.

2. Bizoba bibabaje cane ku mpera y'ubuzima bwacu hamwe twokurikira Yesu wa____________Kandi Atari Yesu w'ukuri wa_______________________.

3. Dutegerezwa kwizera ukuri kuri Yesu dusanga mur Bibiliya ng dushireho____________no guhagarara n'inkomezi no kwubakana ubuzima bwacu nawe.

4. Yaje kw'isi avyarwa n _______________________.

5. Yavyawe n'inyama n'amaraso kandi ya _________________nkuko turi hano kw'isi.

6. Bibiliya ihishura ko Yesu yabaye_________________ abana natwe nk'umuntu atagira icaha.

7. Yesu aduhishurira _________________ wa data kuri twe.

8. Yesu _________________ kandi yarapfuye ku Musaraba.

9. Yesu _________________mu bapfuye.

10. Yesu ni __________________________________wacu.

11. Yesu gusa niwe _________________ ku Mana. (Yohana 14:6)

12. Yesu yavuze, "navuye kuri we kandi ni we ________________."

13. Yesu yavuze, "Uwumbonye aba _______________ Data.

14. Ni jewe _____________________ ubugingo.

15. Ni jewe ____________________ isi.

16. Ni jewe _____________________________________.

17. Hariho Imana imwe n' __________________ umwe hagati y'Imana n'abantu, umuntu _____________________________________.

18. Yesu yavuze ni jewe _____________ n'__________________ n' _____________

19. Ntawuja kwa Data__________________.

20. Umwe atigeze kumenya icaha, Imana yamuhinduye __________ kubwacu kugira ngo muri we duhinduke ____________ kw'Imana.

21. Yesu ni _____________________________________ wacu.

22. Azodukiza indwara zacu kuko Bibiliya ivuga ko mu ________________yiwe twakize.

23. Ntanahamwe muri Bibiliya umuntu yaje kuri Yesu ngo amukize nawe ngo________________________________them.

24. Yesu niwe _________________ niwe _________________.

25. Yesu aduha ___________________________________ n' _________________ Vyiwe mu kutubatirisha Mpwemu Yera.

26. Yesu yavuze ati sinzobasiga _________________Nzobazako.

27. Yesu ni ________________________ wacu agireagaruke vuba.

28. _________________ iratwigisha kandi ko umusi umwe Yesu azogaruka kw'isi.

29. Yagiye _________________ a _________________ kandi maze adutware ahari.

30. Yesu ni ______________ na _______________________ na_______________.

31. Yesu ni ___________________ n' ________________ ubu niwe afise imfunguruzo z'__________________na ________________.

32. Yesu azodahwa ________________________________ .

33. Abo Yesu akunda a _________________ na ______________.

34. Tuzohagarara kandi imbere ya__________________ ya Kristo.

35. Amavi yose ___________________ indimi zose ______________ ko Kristo ari Uhoraho.

36. Tutegerezwa kwi __________________ n'abavuga ko ari Abakristo igihe bamamaza kandi bigisha Yesu __________________ n'uwo tubona neza mu Vyanditswe Vyera.

37. Yesu ni __________________ na Data.

38. Yesaya yavugishijwe ivya Yesu imyaka irenga 600 imbere y'ivuka ryiwe amwamamaza kw'ar'Imana___________________Data,_______________Umwami w'___________.

39. Ubwa mbere na mbere Yesu yari kumwe n'Imana kandi yari __________________.

40. Yesu na Data ni _______________________.

41. Yesu ntiyaremwe — ni We______________________.

42. Yesu si idini — Ni ____________________________.

43. Yesu atwoza ivyaha vyacu mu __________________yewe.

44. Ubu yesu aba mu mitima yacu muri __________________!

**Hitamwo Inyishu**

1. "Umuntu niyagomba kunkurikira, niyiyanke, yikorere umusaraba wiwe ankurikire; kuko uwugomba gukiza ubugingo bwiwe azobubura, ariko uwuzoheba ubugingo bwiwe kubwanje no kubwo ubutumwa bwiza azobukiza." (Ca umuzingi ku murongo w'iki Canditswe)

A. Yohana 3:16
B. Matayo 11:29
C. Mariko 8:34–35
D. Abaroma 5:9

2. Ni ________________ ya Yesu atwoza ivyaha vyacu.

A. Kuvyarwa n'Inkumi
B. Amajambo ya Yesu
C. Amaraso
D. Izuka

3. Mariya abaza umumarayika ati: "Ivyo bizobaho bite ko ntaramenya icitwa umugabo?" Umumarayika aramwishura ati, Mpwemu Yera azokuzako, ubushobozi bwa'Iyisumbavyose buzogutera igitutu usame inda. Ni co gituma uwera azovuka azokwitwa _________________." Luke 1:34–35,

A. Umwana w'Imana
B. Umwana w'Umuntu
C. NDIHO
D. Elohimu

4. Yaje mw'isi avyarwa n'inkumi. Ivyo vyose vyabaye birtyo ngw ivyo Umwami Imana yavugiye mu kwanwa k' _________________biboneke: ngo Raba, inkumi izotwara inda, ivyare umwana w'umuhungu, bzomwita Imanuweli; risobanurwa ngw Imana irikumwe natwe."

A. Intumwa
B. Abungere
C. Mwigisha
D. Abavugishwa

5. Yesu _________________ maze arapfa.

A. Yarabambwe.
B. Yarahabwe
C. Yarazutse
D. Nta nakimwe muri ibi

6. Yesu yarapfuye maze ________________.

    A. Yarabambwe.
    B. Yarahabwe
    C. Yarazutse
    D. Nta nakimwe muri ibi

7. Yesu _____________ mu bapfuye.

    A. Yarabambwe.
    B. Yarahabwe
    C. Yarazutse
    D. Nta nakimwe muri ibi

8. Yesu yaducunguye

    A. Ideni rya Banki
    B. Icaha
    C. Amazi Akanye
    D. Umudandaza

9. "Ehe mpagaze ku rugi ndaramukije, umuntu niyumva ijwi rya nje, akugurura, ndinjira iwe, ndusangire."

    A. Ivyahishuriwe Yohana 3:20
    B. Mariko 11:24
    C. Yohana 3:18
    D. Nta nakimwe muri ibi

10. Ivyanditswe kandi vyigisha ko Yesu azogaruka ku mpera ya kino gihe

    A. Gucira urubanza isi y'icaha
    B. Gushinga ingoma yiwe ibihe bidashira
    C. A & B – Vyompi
    D. Nta nakimwe muri ibi

11. Ni nde nzira yonyene ishika ku Mana?

A. Yesu
B. Ingazi
C. Gusenga
D. Kwisonzesha

12. Yesu aramubwira ati, “Ni jewe nzira n’ukuri n’ubugingo. Nta wushika kwa Data ntamujanye.”

A. Yohana 14:6
B. 2 Ab’i Korinto 5:19
C. 1 Timoteyo 2:5
D. Ivyahishuriwe Yohana 1:5

13. Kuko hari Imana imwe, kandi hari Umuhuza umwe w’Imana n’abantu, na we nyene n’umuntu, ni Kristo Yesu;”

A. Yohana 14:6
B. 2 Ab’i Korinto 5:19
C. 1 Timoteyo 2:5
D. Ivyahishuriwe Yohana 1:5

14. “Ni ko kuvuga yukw’ Imana yari muri Kristo yiyuzuza n’abari mw’isi, ntiyabaharurakw ibicumuro vyabo;”

A. Yohana 14:6
B. 2 Ab’i Korinto 5:19
C. 1 Timoteyo 2:5
D. Ivyahishuriwe Yohana 1:5

15. “Ni ukuri Yesu Kristo, icabona co kwizigirwa, imfura y'abari barapfuye, uganza abami bo mw isi. Umwe adukunda, yatubohoje ivyaha vyacu amaraso yiwe.”

A. Yohana 14:6
B. 2 Ab’i Korinto 5:19
C. 1 Timoteyo 2:5
D. Ivyahishuriwe Yohana 1:5

16. “Ariko tugendeye mu muco, nk’uko na yo iri mu muco, tuba dufatanije ubwacu kandi amaraso ya Yesu Umwana wayo atwoza icaha cose.”

A. 1 Yohana 1:7
B. Yesaya 53:4–5
C. 1 Timoteyo 2:5
D. Ivyahishuriwe Yohana 1:5

17. “Jewe na Data turi Umwe.”

A. Yohana 10:30
B. 2 Ab’i Korinto 5:19
C. 1 Timoteyo 2:5
D. Ivyahishuriwe Yohana 1:5

18. Yesu si idini; ni

A. Ukuri
B. Umukiza
C. Umwagazi w’Imana
D. Ivyo vyose

19. Yesu yadukuyeko ________________________ n’amaraso yiwe.

A. icaha n’isoni
B. Umwidegemvyo
C. Agakiza
D. nta naki mwe muri ivyo

20. Nk’abigishwa,__________ benshi badafise ugutahura ico Yesu ari.

A. Ingorane
B. Tuzohura na
C. Tuzoja kuri
D. Ivyo vyose.

**Ibibazo Vyishurishwa Igisomwa**

1. Yesu ni nde kuri wewe ubwawe ?

______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________

2. Andika umurongo wa Matayo 11:29–30

______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________

3. Ni gute Yesu aba mu mutima wacu uno musi?

______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________

# CHAPTER 2

# URUKUNDO

Ntituzigera dukurikira Yesu vyuzuye shiti nitwamenya mu mitima yacu, ko adukunda twebwe ubwacu kandi yifuza kuduhaza twebwe ubwacu nk'uko yaturemye ngo tube.

> *Uhoraho yanyiyeretse kera, ati N'ukuri naragukunze urukundo rudashira; ni co gituma nkwiyegerezanya imbabazi.*
>
> ***—Yeremiya 31:3***

> *Kuko nzi ivyiyumviro mbiyumvirako, ni jewe Uhoraho mbivuze, kw ar' ivyiyumviro vy'amahoro, atar' ivy' ivyago, kugira ngo mbahe ivyizigiro vyo mw iherezo ryanyu.*
>
> ***—Yeremiya 29:11***

> *Erega Mana, ivyiyumviro vyawe n'ivy' igiciro kuri jewe! Ereg' igitigiri cavyo ni kinini! Nobiharura, vyoruta umusenyi mu bginshi: Nikangura nkiri kumwe nawe.*
>
> ***—Zaburi 139:17-18***

> *Uhoraho, Mana yanje, ibikorwa bitangaje wakoze ni vyinshi, Bo n'ivyo wiyumvira kutugirira; Nta wogereranywa nawe. Nogomba kubidonda no kubivuga Birenze uko vyoharurwa.*
>
> ***—Zaburi 40:5 (ESV)***

> *Mbeg' utunyoni dutanu ntitugurwa amakuta abiri? Ariko kamwe muri two ntigahundukwa imbere y'Imana. Ariko n'umushatsi wo ku mitwe yanyu wose waraharuwe. Ntimutinye; muruta utunyoni twinshi.*
>
> ***—Luka 12:6-7***

> *Ni co gituma mpfukamira Data wa twese, 15 uwo imiryango yose yo mw ijuru n'iyo mw isi yitirirwa, 16 ngw abahe, nk'ukw itunga ry'ubgiza bgiwe riri, kuremeshwa n'ubushobozi imbere mu mitima mubihawe na Mpwemu wiwe: 17 Kristo abe mu mitima yanyu kubg' ukwizera; kugira ngo mugize imizi ishinzwe mu rukundo, n'amabuye y'itanguriro arwubatswemwo, 18 mugire inkomezi*

*zibashoboza gutahurira hamwe n'abera bose uburebure bg'ubgaguke n'ubg' amakika n'ubg' igihagararo n'ubg' amajepfo ubg' ari bgo, 19 mumenye urukundo rwa Kristo ruruta uko rwomenywa; ngo mubone kunengeserezwa mushitse ku kunengesera kw'Imana kwose. 20 Nukw Ishobora gukora ibirengeye cane ivyo dusaba n'ivyo twiyumvira vyose, nk'uk' ubushobozi bgayo budukoreramwo buri, 21 icubahiro kibe icayo mw ishengero no muri Kristo Yesu, kugeza ku buzukuruza bose b'ibihe bitazoshira. Amen.*

***—Efe 3:14-21***

*"Natwe twamenye kandi twizeye urukundo Imana idufitiye. Imana n'urukundo; kand' uguma mu rukundo aguma mu Mana, Imana ikaguma muri we."*

***—I Yohana 4:16***

**Nta muntu wese muri twebwe yaremwe nk'uwundi w'imbere canke w'inyuma yacu: turisa kandi turihariye. Turi ab'agaciro kandi beza mu nyonga z'Imana yacu.**

Kuko tuyikunda kandi tuyumvira, biranezera kandi birahimbara Imana kuduha umugisha no kuroranirwa.

Nk'amashurwe y'agaciro kanini yihariye kandi meza cane mu nyonga zayo, turuhukiye mumurima wayo w'urukundo n'ubwizigirwa kuri twe.

Igihe dusobanura ijambo urukundo dukoresheje ivyo tubona bidukikije mw'isi bituma twibaza tuti urukundo ni iki? Duca tubona bidatevye ko ico isi yiyumvira ko urukundo ari abantu barondera kwemerwa n'ubunararibonye batitayeho ivyo abandi bantu.

Abakinyi b'abamareresi bavyura imitima n'ibigumbagumba vya benshi. Ariko ubuzima bwabo bugowe kandi bubi, akenshi bwerekana ibitari vyo. Urwo Rukundo bama bakina ku mboneshakure kuri bo ni indoto gusa.

Ni gute none twomenya canke twobona urukundo?

Ijambo, *urukundo* mu bisanzwe ryari amajambo atatu mu rurimi rw'ikigiriki rwavugwa mu gihe ca Kristo. Bakoresha ijambo *eros* mu kuvuga ivy'igitsina, urukundo rw'ukwifuza kw'umubiri. Ijambo, *phileo* ryakoreshwa mu kuvuga urukundo

rw'ibigumbagumba vy'umushaha. Hama *agape* ryakoreshwa mu kwerekana urukundo rutaraba ivyarwo, rw'impwemu.

Abantu benshi barita mu magorwa menshi mu kurongorwa n'umubiri, biyumvira ko urukundo rufatiye ku gitsina (eros) rwonyene ari rwo ruzobazanira umunezero uramba. Ntiruzobishobora!

Ayandi magorwa arashobora kuvyuka igihe urukundo rwacu rwubakiye ku bigumbagumba (phileo).

Woba umaze kubona ingene abubakanye bashobora kuba bakundanye cane mu munota umwe hama bakankana muwukurikira? Ivyo biba kuko urukundo rwabo rushingiye kuri *philos,* canke ari urukundo rw'ibigumbagumba.

**Nimba dushaka kuronka urukundo ruramba kandi ruhamye, dutegerezwa kugira urukundo rutaraba ivyarwo rw'Imana.**

Ni Mpwemu, canke urukundo *agape*, tubona mu Mana mu kurungika Umwana wayo Yesu gupfa ku Musaraba.

> *"Arikw Imana yatweretse urukundo rwayo idukunda, kuko Kristo yadupfiriye tukir' abanyavyaha."*
>
> ***—Abaroma 5:8***

> *"Nta wogira urukundo ruruta urw' uk' umuntu yigura abakunzi biwe."*
>
> ***—Yohana 15:13***

Nk'abigishwa ba yesu, duhamagarirwa kwerekana urwo rukundo nyene rutitaho ivyarwo gusa, urukundo *agape* ku badukikuje.

> *"Ndabaha icagezwe gisha: ni mukundane; nk'uko nabakunze, abe ariko namwe mukundana. Ni mwagiriranira urukundo, ni ho bose bazomenya ko mur' abigishwa banje."*
>
> ***—Yohana 13:34–35***

Yesu yarabivuze kandi ati:

*Ngiki icagezwe canje: ni mukundane, nk'uko nabakunze.*

***—Yohana 15:12***

Yesu arongera akabitubwira ubugira gatatu:

*Ivyo ndabibageze kugira ngo mukundane.*

***—Yohana 15:17***

*"Nuko mwigane Imana, nk'abana ikunda. Kandi mugendere mu rukundo, nk'uko Kristo na we yabakunze, akatwigura, akatubera ishikanwa n'ikimazi bihabga Imana, umubabge umota neza."*

***—Abanyefeso 5:1***

*"Nuko rero, ko mwejesheje imitima kwumvira ukuri, kugira ngo mukunde bene Data bitar' uruheyiheyi, mukovye mu gukundana bivuye mu mitima."*

***—1 Petero 1:22***

*Abo nkunda, dukundane: kuk' urukundo ruva ku Mana. Umuntu wese akundana yavyawe n'Imana, kand' azi Imana. Udakundana, ntazi Imana, kukw Imana ar' urukundo.*

***—1 Yohana 4:7-8***

Yesu aratubwira ko ari urukundo rwacu rutarondera ivyarwo *agape* dukunda abantu bazotumenyerako ko turi abigishwa biwe.

**Nk'abigishwa b'Umwami, ntamahirwe yo kwidoraguza no guhitamwo abo dukunda canke twanka. Uru rukundo *agape* rutegerezwa gushika ku bansi bacu no kubatwanka bakaduhama.**

*"Mwarumvise ko vyavuzwe, ngo Mukunde bagenzi banyu, mwanke abansi banyu. Ariko jeho ndababgire: Mukunde abansi banyu, musabire ababahama, kugira ngo mube abana ba So wo mw ijuru."*

***—Matayo 5:43-45***

*"Uvuga kw ari mu muco, akanka mwene Data wundi, aba akiri mu mwiza na bugingo n'ubu. Ukunda mwene Data wundi aguma mu muco, nta gitsitaza kiri muri we. Arik' uwanka mwene Data wundi ari mu mwiza, kand' agendera mu*

*mwiza, ntazi iy' aja, kuk' umwiza wamuhumishije amaso."*

***—1 Yohana 2:9–11***

*"Kandi ni mwahagarara musenga, ni haba har' ico mupfa n'uwundi, mukimuharire, ngo So wo mw ijuru na we abaharire ivyaha vyanyu:* ***ariko ni mutaharira abandi, na So wo mw ijuru ntazobaharira ivyaha vyanyu****."*

***—Mariko 11:25–26***

Reka twihweze ico Bibiliya ivuga ko ari uburanga bw'urukundo.

*"Urukundo rurihangana, rugira neza, urukundo ntirugira ishari, urukundo ntirwihayagiza, ntirwihimbaza, ntirukora ibiteye isoni, ntirurondera ivyarwo, ntirwiciraho, ntirwiyumvira ikibi ku bantu, ntirunezererwa ukugabitanya kw'abandi, ariko runezeranwa n'ukuri: rurenzako muri vyose, rwizera vyose, rwizigira vyose, rwihanganira vyose. Urukundo nta ho rushira."*

***—1 Ab'i Korinto 13:4–8***

Buno ni uburanga bw'urukundo Imana idukunda. Kandi ubu nib wo buranga dutegerezwa kwerekana ku Mana no ku bandi.

Nkiri umwana muto hari incuro nyinshi aho mawe yampamagara ngo mvyuke nje kw'ishure. Nanje naca ndamwishura nti, "ndirwariye."

Ivyo ntivyigera bifatwa nk'ukuri bafatiyeku bigumbagumba gusa vy'umwana n'ivyo yizera. Ariko mama (yari umuforoma yavyigiye). Yaca aja kandi mu kabati ahabikwa imiti akazana teremometero. Yaca aza iruhande yanje rero akampima ubushuhe. Teremometero yerekanye ko mfise ubushuhe kandi ndwaye koko, yaca anyemerera kuguma muhira uwo musi nkabanza ngakira. Ariko igihe naba ntafise ubushuhe, yaca ashishikara kumvyura naho naba niyumva nk'uwurwaye uwo musi, Icahaaba ndwaye. Naca rero mvyuka nkaja kw'ishure.

Uko nyene mawe yapima indwara yanje atapima ibigumbagumba ariko akaraba umururumbo wanje, niko na Yesu yaduhaye uburyo bwo gupima urukundo rwacu tumukunda:

*"Ni mwankunda, muzokwitondera ivyagezwe vyanje,"*

***—Yohana 14:15***

Nk'uko tubibona mu vyanditswe, urukundo rwacu dukunda Uhoraho rugezwa n'ukuntu tumwumvira. Igihe yabazwa ku mabwirizwa makuru asumba ayandi, Yesu yarabivuzeko

> *"'Yesu aramwishura, at' Iry' imbere n'iri, ngo Ni mwumve, yemwe Bisirayeli: Uhoraho Imana yacu ni we Uhoraho wenyene. Kandi mukundishe Uhoraho Imana yanyu imitima yanyu yose, n'ubugingo bganyu bgose, n'ubgenge bganyu bgose, n'inkomezi zanyu zose. Irya kabiri ngiri, Mukunde bagenzi banyu nk'uko mwikunda; nta rindi bgirizwa risumba ayo."*
>
> ***—Mariko 12:29–31***

**Ubucuti bw'urukundo rutarondera ivyarwo butangwa n'Imana muri Yesu Kristo bwategerezwa gutumatudasubira kuba abantu barondera inyungu zabo gusa, ariko tukaba abakora vyose kubwa Kristo.**

Ico nico gihe, duca dutangura kurondera uburyo bwo gukunda no gukorera Imana n'abandi.

> *"Abo nkunda, dukundane: kuk' urukundo ruva ku Mana. Umuntu wese akundana yavyawe n'Imana, kand' azi Imana. Udakundana, ntazi Imana, kukw Imana ar' urukundo. Iki ni co caseruye urukundo rw'Imana muri twebge, n'ukw Imana yarungitse Umwana wayo w'ikinege mw isi, kugira ngo duheshwe ubugingo na we. Iki ni co kirimw' urukundo, s'uko twebge twakunze Imana, ariko n'ukw ari yo yadukunze, igatuma Umwana wayo kuba impongano y'ivyaha vyacu. Abo nkunda, kw Imana yadukunze irtyo, natwe dukwiye gukundana. Nta wigeze kubona Imana. Dukundanye, Imana iguma muri twebge, no kuyikunda kuba guhinguwe muri twebge."*
>
> ***—1 Yohana 4:7–12***

Urukundo ni ikintu twama duhura naco mu buzima bwacu bwa misi yose.

> *"'Nari nshonje, murangaburira, nari mfise inyota, mumpa ico nnywa; nar' ingenzi, mumpa indaro; nagenda gusa, muranyambika; nari ndwaye, muza kuraba uko mmeze; nari mw ibohero, muza kundaba. Maz' abagororotsi bazomubaza, bati Mwami, twakubonye ryari ushonje, tukakugaburira; cank' ufise inyota, tuguha ico unywa? Twakubonye ryari ur' ingezi, tuguha indaro; cank' ugenda gusa, tukakwambika? Twakubonye ryari urwaye, cank' uri mw ibohero,*

*tuza kukuraba? Umwami na we azobishura ati "Ndababwire ukuri; ko mwabigiriye umwe muri aba bene Data bari hanyuma y'abandi, ni jewe mwabigiriye."*

***—Matayo 25:35–40***

*"Idini itunganye itagira agasembga imbere y'Imana Data wa twese, n'ukuraba impfuvyi n'abapfakazi mu marushwa yabo, no kwirinda ngo ntiwanduzwe n'ivy' isi."*

***—Yakobo 1:27***

*Arikw inyanduruko y'ukwigisha kwacu n'ukugira ngo bagire urukundo ruva mu mutima utanduye, utarimw' ijwi ribagiriza ikibi, no ku kwizera kutar' ukw' uburyarya.*

***—1 Timoteyo 1:5***

# IGICE CA 2: URUKUNDO

**Uzuza**

1. Urukundo rw'Imana ni ____________________.

2. Igitigiri c'ivyiyumviro vy'Imana kuri twebwe ubwacu ni kinini cane kurusha ic'intete z' ____________________ku nkengera z'ibahari.

3. Imana itwiyumvirako ivyiyumviro vy' ______________ si ivy'________________ kuri twebwe.

4. Urukundo rwa Kristo kuri twebwe ni rwinshi rurengeye______________________.

5. Hariho amajambo atatu yakoreshwa mu kuvuga urukundo mu vyanditswe vya mbere vyo mu rurimi rw'Ikigirirki. Ijambo "agape" mukuvuga ______________ .

6. Nitwashaka kugira urukundo __________________ kandi ruhamwe, dutegerezwa rero kugira urukundo rwa Mpwemu rutarondera ivyarwo.

7. Ni urukudo "____________" rutarondera ivyarwo rwa Data canke tubona mu rupfu rwa Yesu ku Musaraba.

8. "Ariko Imana yatweretse ______________ rwayo (ni irihe jambo ry'Ikigiriki) idukunda: kuko Kristo yadupfiriye tukiri abanyavyaha." Abaroma 5:8

9. Nk'abigishwa ba Yesu, dutegerezwa kwerekana uru,_______ rutarondera ivyarwo kubatwegereye.

10. Urukundo "agape" nurwo gushikanwa ku _______________ bacu no ku n'abaduhama.

11. Uwanka mwendata ari mu mu_________________agendera mu______________.

12. Imana ni _________ kandi uwuba mu Rukundo aba mu______ nayo ikaba muri we.

13. Yesu yaduhaye icagezwe gikuro mu gitabo ca Yohana gu______________________.

14. "Nimwankunda muzokwitondera ivyo na ______________________," Yohana:15.

15. Urukundo dukunda Imana rusuzumirwa ku _________________ kwacu.

16. Intumwa Yohana iradutera intege: "Bakundwa, dukundane kuko urukundo ruva ________________.

17. "Yesu aramwishura, at' Iry' imbere n'iri, ngo Ni mwumve, yemwe Bisirayeli: Uhoraho Imana yacu ni we Uhoraho wenyene. Kandi mukundishe Uhoraho Imana yanyu imitima yanyu yose, n'ubugingo bganyu bgose, n'ubgenge bganyu bgose, n'inkomezi zanyu zose. Irya kabiri ngiri, Mukunde bagenzi banyu nk'uko mwikunda; nta________________________ risumba ayo." Mariko 12:29–31

**Hitamwo Inyishu**

1. Rimwe narimwe Bibiliya irakoresha amajambo ari mu rudende mu kuvuga Imana. Muri 1 Yohana 4:16, Imana ni

   A. Urukundo
   B. Umuremyi
   C. Iyishobora vyose
   D. Ivyo vyose

2. Ijambo ry'Ikigiriki rivuga urukundo rw'impwemu ni

   A. Eros
   B. Philos
   C. Agape
   D. Nta na kimwe muri ivyo

3. Urukundo tubona mu rupfu rwa Yesu ku Musaraba ni

   A. Agape
   B. Eros
   C. Philos

D. Ivyo vyose

4. Imana yerekanye urukundo idukunda kuko: yadupfiriye tukiri __________ .

   A. Abanezerewe
   B. Ababaye
   C. Abanyavyaha
   D. Abarira

5. “Ndabaha icagezwe gishas: ni mukundane nk’uki nabakunze, abe ariko mukundana. Ni mwagiriranira urukundo, ni ho gose bazomenya ko mur’abigishwa banje.”

   A. Yohana 13:34–35
   B. Yohana 3:16
   C. Matayo 14:14
   D. Nta na kimwe

6. “Nuko rero, ko mwejesheje imitima kwumvira ukuri, kugira ngo mukunde bene Data bitar’ uruheyiheyi, mukovye gukundana bivuye mu mitima.”

   A. Yohana 13:34–35
   B. Yohana 3:16
   C. 1 Petero 1:22
   D. Nta na kimwe

7. Runo rukundo “agape” rutegerezwa gushikira________________ bacu.

   A. Abansi
   B. Abo twobakanye
   C. Abagenzi
   D. Ivyo vyose

8. “Uvuga kw ari mu muco, akanka mwene Data wundi, aba akiri mu mwiza na bugingo n’ubu. Ukunda mwene Data wundi aguma mu muco, nta gistitaza kiri muri we.”

   A. 1 Yohana 2:9–10

B. 1 Yohana 3: 9-11
C. 1 Petero 2:24
D. 2 Timoteyo 2:24

9. Ubucuti bw'urukunda rutironderera ivyarwo Imana iduha muri Yesu Kristo rutegerezwa kudutera integer zo kudasubira kuba

A. Abarondera ivyabo gusa
B. Abashavuye
C. Abanezerewe
D. Abababaye

10. "Abo nkunda, dukundane: kuk' urukundo ruva mu

A. Mana
B. Ishirahamwe ritanga imfashanyo
C. Ihinguriro
D. Ijuru

**Ibibazo vyishurishwa igisomwa**

1. Urukundo *agape* ni iki? Sigura mu majambo yawe

___________________________________________________________________
___________________________________________________________________
___________________________________________________________________
___________________________________________________________________
___________________________________________________________________

2. Urukundo *eros* ni iki? Sigura mu majambo yawe

___________________________________________________________________
___________________________________________________________________
___________________________________________________________________
___________________________________________________________________
___________________________________________________________________

3. Urukundo *Philos* ni iki? Sigura mu majambo yawe

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

4. Ufatiye ku 1 Abikorinto 13:4-8 ni ibiki biranga urukundo

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

5. Ubucuti bw'urukundo rw'Imana rutarondera ivyarwo busigura iki kuri wewe?

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

6. Andika Yakobo 1:27

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

7. Urukundo dukunda Imana rusuzumwa gute?

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

_______________________________________________________________________

CHAPTER 3

# UKWIZERA

*"Ukwizera ni kwo kutumenyesha yukw isi yaremwe n'ijambo ry'Imana, ni co catumye ibiboneka bitaremwe mu biseruka."*

***—Ababeburayo 11:3 (ESV)***

Umuntu mu bwenge ndemanwa bwiwe avuga ko udashobora kugira ico uremye kivuye mu busa, ivyo navyo bikaba ari ubupfu mu nyonga z'Imana: kuko yaremye vyose ibikuye mu busa mu kuvuga ijambo ryayo.

*"kand' utizera ntibishoboka kw ayihimbara; kuk' uwegera Imana akwiye kwizera yukw iriho, igaha impera abayirondera."*

***—Ababeburayo 11:6***

Ubuzima bwacu mu bwami bw'Imana butangura igihe dushize ukwizera kwacu muri Yesu Kristo.

*"Bose bakoze ivyaha, ntibashikira ubgiza bg'Imana; batsindanishirizwa n'ubuntu bgayo, ibibahereye ubusa, kubgo gucungurwa kubonerwa muri Kristo Yesu."*

***—Abaroma 3:23–24***

*"Ingero y'icaha n'urupfu; arikw ingabire y'Imana n'ubugingo budashira, bubonerwa muri Kristo Yesu Umwami wacu."*

***—Abaroma 6:23***

*"Ariko kwavuze gute? Kwavuze kut' Ijambo riri hafi yawe, riri mu kanwa kawe no mu mutima wawe; ni ryo jambo ryo kwizera, iryo tubigisha. Kuko ni waturisha akanwa yuko Yesu ar' Umwami, ukizera mu mutima yukw Imana yamuzuye imukuye mu bapfuye, uzokizwa. Kuk' umutima ari wo umuntu yizeresha, akaronka ukugororoka: kand' akanwa akaba ari ko yaturisha, akaronka agakiza."*

***—Abaroma 10:8–10***

Tumaze kubona dutandukanijwe n'Imana, dutegerezwa kwihana no gushira ukwizera kwacu muri Yesu Kristo. Dushira kwizera kwacu muri umwe yapfa ku Musaraba nk'igihano c'icaha cacu. Aho niho duca twaturira abanda agakiza kacu, tugacika abana b'Imama.

Igihe co kwakira Yesu mu mitima hamwe no kwaturisha akanwa kacu tuba twavutse ubwa kabiri.

Ubugingo bwiwe buca buba kimwe mu bitugize muri buno bucuti tuba turimwo na We.

Uku gukora kw'Imana kuvugwa nk' "ubuntu" mu Vyanditswe.

> *"Ubuntu ni bgo bgabakijije kubg' ukwizera: na vyo nyene ntivyavuye kuri mwebge, n'ingabire y'Imana; ntivyavuye ku bikorwa, kugira ngo hoye kugira uwirarira."*
> ***—Abanyefeso 2:8–9***

> *"None rero, ko twatsindanishirijwe no kwizera, dufise amahoro ku Mana kubg' Umwami wacu Yesu Kristo, yadushikanishije ukwizera mur' ubu buntu duhagazemwo, kandi tunezerezwa no kwizigira kuzobona ubgiza bg'Imana."*
> ***—Abaroma 5:1–2***

Ukwizera kwacu gutuma ukubaho n'intumbero vy'Imana (Rhema) bisukwa kuri twebwe umwanya ku wundi kuko tubandanya kugendana na yo.

Mu Bahebulayo 11:1 turasoma ko ukwizera ari ukumenya rwose ivyizigirwa no kumenya ibitabonwa ko ari ivy'ukuri.

Turabarirwa mu 2 b'i Korinto 5:7 ko nk'abakristo, tugendeshwa kandi tubeshejweho no kwizera atari ibiboneka. Tubayeho tuzi ko ivyo tudashobora kubona ari ivy'ukuri kandi bifise ububasha n'agaciro kurusha ivyo dushobora kubonesha amaso yacu y'umubiri.

Turasoma muri Habakuki 2:4, Abaroma 1:17, ab'i Galatiya 3:11, no mu Bahebulayo 10:38 "umugororotsi azobeshwaho no kwizera." Iki ni ikintu gikomeye ku buryo gisubiwemwo incuro 4 muri Bibiliya.

Turabona ko ivyo dukora vyose guhera mu ntango gushika kw'iherezo bitegerezwa gukorwa mu kwizera.

"*Ikitava ku kwizera cose n'icaha*."

***—Abaroma 14:23***

Turasoma mu gitabo ca mbere ca Bibiliya c'iremwa ry'umuntu maze tukahabona inkuru y'Imana n'umuntu uko umwanya ugenda wegera imbere.

Mu gice ca 12 dusanga Imana ihitamwo gutandukanya abantu mu migwi ibiri mu guhamagara umugabo umwe: Aburahamu ngo ayumvire kandi agendane na yo kubwo kwizera.

*"Uhoraho abarira Aburamu, ati Va mu gihugu canyu, no mu muryango wanyu, no mu nzu ya so, uje mu gihugu nzokwereka. Nanje nzoguhindura ubgoko bukomeye, nzoguha umugisha, izina ryawe ndarigire rurangiranwa; n'abandi baze bagire umugisha kubgawe."*

***—Itanguriro 12:1-2***

*"None rero, ico twovuga yuko Aburahamu sogokuruza ku mubiri yaronse n'igiki? Iyo Aburahamu atsindanishirizwa n'ibikorwa, aba afise ico yihaya. Arikw imbere y'Imana nta co afise. Ivyanditswe bivuga iki? Bivuga ngo Aburahamu yizeye Imana, ibimuharurako nk'ukugororoka.*

***—Abaroma 4:1-3***

*Kukw atari kubg' ivyagezwe Aburahamu yasezeraniwe cank' uruvyaro rwiwe, yukw azoragwa isi yose, ariko ni kubg' ukugororoka kuva ku kwizera.*

***—Abaroma 4:13***

*"Ni co gituma ivyo vyavuye ku kwizera, ngo bibe ivy' ubuntu; kugira ngo ku ruvyaro rwa Aburahamu rwose, ivyasezeranywe bize vyame bihamye, atar' ab' ivyagezwe gusa, ariko n'ab' ukwizera kwa Aburahamu, ni we sogokuruza wa twese, mu nyonga z'Iyo yizeye (nk'uko vyanditswe, ngo Nkugize sekuruza w'amahanga menshi) ni yo Mana, izura abapfuye, kandi yita ibitariho nk'ibiriho. Aburahamu yizera yizigiye ibitokwizigiwe, ngw abe sekuruza w'amahanga menshi, nk'uko vyavuzwe, ng' Uruvyaro rwawe ni ko ruzongana. Kandi ntiyagabanukak' ukwizera, yitegereje umubiri wiwe umaze kuba akaheze, kuko yar' amaze imyaka*

*nk'ijana y'amavuka yiwe, na Sara yari yaraciye. Ariko yiyumviriye ic' Imana yamusezeraniye, ntiyakekeranishwa no kutizera, arikw aremeshwa cane no kwizera, ahesha Imana icubahiro, amenya neza adakekeranya yukw ico yasezeranye ishobora no kugikora. Ni co catumye bimuharurwako nk'ukugororoka. Ariko ntivyandikiwe we wenyene yuko vyamuharuweko nk'ukugororoka, ariko no kubgacu, bizoduharurwako nka kwo, kuko twizeye Iyazuye Yesu Umwami wacu imukuye mu bapfuye, yatangiwe ibicumuro vyacu, akazurwa kugira ngo dutsindanishirizwe."*

***—Abaroma 4:16-25***

**"Ko mur' aba Kristo, mur' uruvyaro rwa Aburahamu, mur' abaragwa nk'uko vyasezeranywe." Ab'i Galatiya 3:29**

**Dutegerezwa gutahura ko Imana idukunda kandi yadushize mw'isezerano (yadusezeraniye) kuduhezagira hano mu buzima n'ibihe bidashira.**

*"Hamwe Imana yasezeranira Aburahamu isezerano, kukw ata we yogira indahiro ayiruta, yarirahiye, it' Eka no kuguha umugisha nzowuguha, kandi no kukugwiza nzokugwiza. Ni ko vyamubereye: amaze kwihangana ahabga ivyasezeranywe. Kukw abantu bagira indahiro ubaruta, no mu mpari zabo zose indahiro irengeje ikaba ari yo iziheraheza. Ni co catumye Imana, kukw igomba kurushiriza kwereka abaragwa b'ivyasezeranywe ingen' imigabo yayo idahinduka, ishira hagati indahiro kuba umuhuza; kugira ngo bibiri bidahinduka, ivyo Imana itabasha kubesheramwo, biduheshe kurema cane, twebge abashitse mu buhungiro, ni bgo kubangiriza ivyizigiro vyashizwe imbere yacu. Ivyo vyizigiro tubifise nk'ikizirika umutima kigumye, gikomeye, cinjira hirya y'igihuzu gikingiriye ahera cane."*

***—Abaheburayo 6:13–19***

Ibi bitumenyesha ko dufise isezerano n'Imana, kandi ko izoduhezagira.

Twumira kuri rino sezerano riva ku Mana mu kubaho kwacu.

*Itimanye Umwana wayo, ikamutanga kubgacu twese, izobura ite kutugabirira vyose kuri we?*

***—Abaroma 8:32***

**Haba uyu musi hari izuba ryinshi canke igihuhusi, turazi ko Imana yacu idukunda ataco irinze kudusaba. Idukunda urukundo rudahindagurika rw'ibihe bidashira kandi yarahije ukuboko kwiwe.**

*None rero, ko twatsindanishirijwe no kwizera, dufise amahoro ku Mana kubg' Umwami wacu Yesu Kristo, yadushikanishije ukwizera mur' ubu buntu duhagazemwo, kandi tunezerezwa no kwizigira kuzobona ubgiza bg'Imana.*

***—Abaroma 5:1-2***

*"Ivy' Imana yasezeranye uko bingana, muri we ni ho Ego me riri: ni co gituma ari we adutera kuvuga ngo Amen, ngw Imana ishimishwe natwe.*

***—2 Ab'i Korinto 1:20***

*"Mbega har' ikinanira Uhoraho? Igihe gishinzwe, umwaka ugeze ah' uyu ugeze, nzogaruka i wawe Sara yavyaye umuhungu."*

***—Itanguriro 18:14***

*"rit' Ehe nd'Uhoraho, Imana y'abariho bose: mbega har' ikintu na kimwe kinnanira?"*

***—Yeremiya 32:27***

*"ati Mpamagara, nanje ndakwitaba, nkwereke ibihambaye n'ivyikinze, ivy' utaribgamenye."*

***—Yeremiya 33:3***

*"Umumalayika yiyereka Inkumi Mariya aramubarira ati: kukw ata jambo rivuye ku Mana ribura ububasha.'"*

***—Luka 1:37***

*"Yesu aramwishura, at' Uvuze uti Namba wobishobora? Erega vyose bishobokera uwizeye.'"*

***—Mariko 9:23***

*"Kand' ivyo muzosaba vyose musenze, mwizeye, muzobihabga."*

***—Matayo 21:22***

*"'Yesu aramwishura, arababgira, ati Mwamane ukwizera Imana. Ndababgira ukuri yuk' umuntu wese yobgira uyu musozi, ati Shinguka utabge mu kiyaga: ntabikekeranye mu mutima, arikw akizera yukw ico avuze gikorwa, azokibona. Ni co gitumye mbabgira yukw ivyo musenga canke musaba vyose, mwizere yuko mubihawe, kandi muzobibona"*

***—Mariko 11:22–24***

*"N'ukuri, n'ukuri ndababgire: Unyizera, ibikorwa jewe nkora na we azobikora: kand' azokora ibibiruta, kuko jewe ngiye kwa Data. Kand' ico muzosaba cose mw izina ryanje nzogikora, kugira ngo Se ashimagizwe mu Mwana. Ni mwagira ico musaba mw izina ryanje, nzogikora."*

***—Yohana 14:12–14***

Uku ni ukuri!

*Petero abibonye, abaza abo bantu, ati Yemwe bagabo b'Abisirayeli, n'iki gitumye mutangazwa n'ibi, muduhangiye amaso iki, nk'ah' ubushobozi bgacu cank' ukwubaha Imana kwacu ari vyo vyaduhaye kumugendesha? Kand' uyu, uwo mubona kandi muzi, kuko yizeye izina ry'uwo Yesu, iryo zina ryamuhaye inkomezi: mber' ukwizera ahawe na we ni kwo kumukirije rwose imbere yanyu mwese."*

***—Ivyakozwe n'intumwa 3:12; 16***

Nizigiye y'uko muriko muratangura gutahura ko kwizera Yesu Kristo kutwugururira isi nshasha uko tugendara mu bucuti na We. Ndagomba kubatera intege gushira amanga mu kwizera kwanyu, mwizera ko vyose bishoboka kuko mugendana n'Imana.

# IGICE CA 3: UKWIZERA

**Uzuza**

1. Ubuzima bwacu mu Mana butangura igihe dushize ___________ kwacu muri Yesu Kristo no mu co Bibiliya itubwira kuri twebwe no ku bucuti bwacu muri Yesu.

2. Tubonye ko twatandukanijwe n'Imana, dutegerezwa ___________________ no______________________ muri Yesu.

3. Imitima niyo twizeresha tukaronka ____________________. Igihe twaturishije akanwa turonka___________________________________.

4. Ni ukwizera gutuma twakira Yesu Kristo tugaca dutangura ____________ n'Imana.

5. Ukubaho n'ububasha vy'Imana buri mu buzima bwacu vyitwa________________.

6. Dutsindanishirizwa n'______________ kandi ubu__________________________ idushikana muri ubu buntu duhagazemwo kandi budutera umunezero, irughuduye.

7. Tubayeho tuzi ko ibitabonwa ari ivy' _____________ n'_____________n'agaciro vy'ibihe bidashira kurusha ivyo dushobora kubonesha amaso yacu y'umubiri.

8. Ukwizera kwacu ni kwo gusuka ________________ n'ubushobozi vy'Imana, mu bihe ducamwo no mu myitwarariko y'ino si.

9. Umugororotsi azobeshwaho no ___________________.

10. Ivyo dukorana n'Imana vyose kuva mu ntango gushika kw'iherezo bitegerezwa gukorwa mu _____________.

11. Ukwizera kw'ukuri gutuma tuba _____________ Imana n' ____________yayo.

12. Kristo yatanzwe kubw' ibigabitanyo vyacu kandi yakuwe mu bapfuye kugira ngo_____________.

13. Kubwo kwizera Kristo ubu turi _______________ ba Aburahamu.

14. Muri Kristo twarashizwe mw' ______________ n'Imana kubwo amaraso yiwe. Imana yasezeranye ________________ no _____________ .

15. Imana yarahiye ______________kubidukorera.

16. Uko ivyo Imana yasezeranye naho vyoba vyinshi, vyose ni__________________ muri Kristo.

17. Ukwizera Yesu Kristo kwutwugururira Isi Nshansha kuko tugendera mu________na Yesu.

18. Vyose bishobokera ________________.

**Ibibazo Vyishurishwa Igisomwa**

1. Ubuzima bwacu mu Mana butangura igihe tu __________.

   A. Tuguze inzu
   B. Dushize ukwizera kwacu muri Yesu
   C. Tugiye gusenga
   D. Twoze

2. Kuko bose bakoze ivyaha ntibashikira __________.

   A. Isabuni
   B. Ubwiza bw'Imana
   C. Amata
   D. Nta na kimwe

3. "Ingero y'ingero y'icaha n'ururpfu, ariko Ingabire y'Imana ni ubugingo budashira bubonerwa muri Kristo Yesu Umwami wacu."

   A. Abaroma 6:23
   B. Abaheburayo 11:6
   C. Yohana 1:1

D. Itanguriro 5:10

4. Tumaze kubona ko twatandukanijwe n'Imana, dutegerezwa kwihana no kwemera ko Yesu yaphiriye ku Musaraba kwa Yesu, agasesa amaraso yiwe nk'ikiguzi c' cacu: ______________

   A. Amatara
   B. Icaha
   C. Itike y'indege
   D. Ivyo vyose

5. Igihe twakiriye Yesu mu mutima wacu, tuba ________ .

   A. Tuvutse Ubwa Kabiri
   B. Tubaye Abantu
   C. Dutsindanishirijwe
   D. Ivyo vyose

6. "__________ ni bgo bgabakijije kubg' ukwizera: na vyo nyene ntivyavuye kuri mwebge, n'ingabire y'Imana; ntivyavuye ku bikorwa, kugira ngo hoye kugira uwirarira." *Abanyefeso* 2:8–9

   A. Ubuntu
   B. Ibikorwa Vyacu Vyiza
   C. Gutanga Kwacu
   D. Ubugwaneza Bwacu

7. Ni kubwo ____________ twakira Yesu Kristo tugatangura ubucuti bwacu n'Imana.

   A. Ubugwaneza Bwacu
   B. Ugutanga Kwacu
   C. Ukwizera Kwacu
   D. Ivyo vyose

8. Ukwizera ni ___________ ivyizigirwa.

   A. Ugutandukanye
   B. Kumenya neza

C. Uguhambaye
D. Ivyo vyose

9. Vyose bishobokera _________.

A. Uwukora Cane
B. Uwo bigora
C. Uwiga
D. Uwizeye

10. Ni co gitumye mbabgira yukw ivyo musengera canke musaba vyose, yuko mubihawe, kandi muzobibona."

A. Mwizere
B. Mwiyumvire
C. Mwibaze
D. Muvuge

**Ibibazo Vyishurishwa Ibisomwa**

1. Ukwizera ni iki? (Abaheburayo 11:1)

_______________________________________________________________
_______________________________________________________________
_______________________________________________________________
_______________________________________________________________
_______________________________________________________________

2. Ni gute twakira Yesu Kristo tugatangura ubucuti bwacu n'Imana? (Abaheburayo 10:9-10)

_______________________________________________________________
_______________________________________________________________
_______________________________________________________________
_______________________________________________________________

3. Ni gute twobana n'Imana?

______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________

4. Ni iyihe mirongo 4 yo muri Bibiliya yanditswemwo ngo "umugororotsi azobeshwaho n'ukwizera"?

______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________

5. Ni igiki kitwugururira umuryango wo kubaho ubuzima bw'ubucuti n'Imana?

______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________

6. Andika Mariko 11:22-24.

______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________
______________________________________________________________________

CHAPTER 4

# KUVUKA UBWA KABIRI

Woba uriko uratangara wibaza ku mvugo *kuvuka ubwa kabiri?* Ndaza kugufasha kubitahura kuko najewe nariyumviriye kuco bisigura maze kuba umukristo. Iyi mvugo isanzwe yarazazaniye abanyebwenge bo mu bantu, kandi igirwa ikijandijandi n'abatizera ibinjana vyinshi. Ndagusezeraniye ko atari ubupfu kandi ko itazazanye k'uwumaze kuyitahura.

Dufate akanya twihweza inkuru yambere yanditzwe aho Yesu abwira umuntu ko ategerezwa kuvuka ubwa kabiri. Mu gice ca gatatu c'ubutumwa bwiza bwa Yohana, niho dusoma ivya Nikodemu, umukuru mu Bayuda. Yari Umufarisayo yaje kuri Yesu mw'ijoro. Yari amaze imisi arabira hafi ubuzima n'ibango vy'Umwami wacu. (Tuhasome.)

Nikodemu yatanguye yatura ko yar' azi neza ko Yesu yavuye ku Mana kandi ko atawashobora gukora ibikorwa yakora atari Umuremyi.

Hakwishura ku vyo Nikodemu yamubwiye, Yesu yaciye yivugira ku kuvuka ubwa kabiri…

> *"N'ukuri n'ukuri, ndakubwire, Iyo umuntu atavyawe ubwa kabiri, ntashobora kubona ubwami bw'Imana"*
>
> ***—Yohana 3:3***

Ibi wamengo ntivyumvikana kuri Nikodemu ico gihe, nk'uko natwe vyatubereye igihe twavyumva ubwa mbere. Mu kudatahura ivyo Yesu yariko aravuga, Nikodemu yaciye abaza ingene umuntu yoshobora kuvuka ubwa kabiri kandi ari umuntu akuze. Ubugira kandi, hakwishura ku kibazo uko Nikodemu yari avyiteze, Yesu yaciye yibandaniriza bisanzwe…

> *"N'ukuri n'ukuri, ndakubwiye, Iyo umuntu atavyawe n'amazi na Mpwemu, ntashobora kwinjira mu bwami bw'Imana. Ikivyawe n'umubiri na co ni umubiri;*

*ikivyawe na Mpwemu na co ni impwemu."*

***—Yohana 3:5–6***

Tuvyizeko, turashobora kubona ko Yesu ariko aravuga ko tudakeneye kuvuka nk'inzoya ku bavyeyi bacu b'umubiri gusa, ariko kandi ko dukeneye kuvyarwa na Mpwemu ku Mana. Nico gituma Yesu yavuze "kuvuka ubwa kabiri".

*"Arikw abamwakiriye bose yabahaye ububasha bgo gucika abana b'Imana, ni bo bizeye izina ryiwe, ni bo batavyawe n'amaraso, canke n'ukwifuza kw'umubiri, canke n'ukwifuza kw'umugabo, ariko bavyawe n'Imana."*

***—Yohana 1:12-13***

Kugira tubitahure neza, dukeneye gusubira inyuma mu gitabo ca mbere ca Bibiliya, Itanguriro, hama dusome kw'iremwa ry'umuntu wa mbere.

*"Tureme umuntu mw ishusho yacu, ase natwe: aganze amafi yo mu kiyaga, n'ibiguruka mu kirere, n'ibitungano, n'isi yose, n'ivyikwega vyose, bigenda bikwega inda hasi. Nukw Imana irema umuntu mw ishusho yayo, mw ishusho y'Imana ni ho yamuremye; irema abantu bar' uburyo bubiri."*

***—Itanguriro 1:26–27***

Turasoma hano ahantu Imana, imaze kurema umugabo n'umugore, yateragiye itongo mu buseruko. Ryitwa Itongo rya Edeni, kandi aha niho Yasize Adamu na Eva.

Imana kandi yarishizemwo ubwoko bwose bw'ibiti, bibiri muri vyo biravugwa amazina: "Igiti c'Ubugingo" hamwe n' "Igiti Kimenyekanisha Iciza n'Ikibi." Hanyuma yaciye Ibarira Adamu na Eva ko bari bemerewe kurya ku biti vyose vyo muri iryo tongo kiretse "Igiti Kimenyekanisha Iciza n'Ikibi"

*"Arikw igiti kimenyekanisha iciza n'ikibi ntuz' ukiryeko: kuk' umusi wakiriyeko, uzopfa nta kabuza.'"*

***—Itanguriro 2:17***

Turabona mu ntango ko Imana yaremye umuntu afise ububasha bwo guhitamwo. Mu yandi majambo, Adam yari afise ubudahangarwa muri we bwo guhitamwo ivyo iherezo ryiwe. Yari afise ubudahangarwa bwo guhitamwo igiti c'ubugingo akaganza muri iryo tongo. Yari afise ubuhangarwa bwo kugarariza agahakana intumbero y'Imana kuri we. Ivyanditswe birabandanya bivuga ko umuntu yahisemwo atagahato kurya ku "Giti Kimenyekanisha Iciza n'Ikibi." Ingaruka yabaye ko, yaguye ava mu bwiza bwiwe bwo kwera no kwumvira aja mu mugararizo no gutsindwa.

> *"Ni co catumye Uhoraho Imana amukura mur' iryo tongo ryo muri Edeni, ngw aje kurima ivu yakuwemwo. Nuko yirukana uwo muntu; kandi mu ruhande ruhera i burasirazuba rw'iryo tongo ryo muri Edeni, ahashira Abakerubi, bo n'inkota yaka umuriro, itangatanze impande zose, ngw itangire inzira ija kuri ca giti c'ubugingo. Kand' uwo mugabo abana na Eva umugore wiwe; nukw asama inda, avyara Kayini, aravuga, ati Ndonse umuhungu kubg' Uhoraho."*
>
> ***—Itanguriro 3:23–4:1***

Imana yaciye Ibasohora muri iryo tongo.

Adamu and Eva baravyaye kandi babaho imyaka myinshi.

Ariko hinge gato!

Nari nzi ko duhejeje gusoma ko Imana yavuze ko umusi bariye kuri ico camwa c'ico giti bazoca bapfa atakabuza.

Ego, ni vyo twasomye. Kandi koko, barapfuye.

Nk'uko tubisoma mu gice ca kane c'Itanguriro, Adamu na Eva babandije babaho mu buryo bw'umubiri. Baravyaye abana kandi baba abo abantu bose bakomotseko. Rero, urupfu rwabo ntirwabaye urw'umubiri. Babandanije kwiyumvira, kuvuga ibitomoye, no kwerekana ibigumbagumba. Urupfu rwabo ntirwari urw'umushaha. None boba bapfuye gute?

**Uru rupfu rwari urupfu rw'impwemu.**

Runo rupfu rw'impwemu rwazanywe icaha, ntirwatandukanije Adamu na Eva n'Imana gusa, ariko kandi rwatumye abantu bose bavutse inyuma yabo batandukana na Yo.

*"None rero ko bimeze birtyo, nk'ukw icaha cazanywe mw isi n'umuntu umwe, urupfu rukazanwa n'icaha, ni k'urupfu rushika ku bantu bose, kuko bose bakoze ivyaha: ivyagezwe bitarabaho, icaha cari mw isi, arikw abantu ntibaharurwakw icaha, ivyagezwe bitariho. Arik' uhereye kuri Adamu, ukageza kuri Mose, urupfu rwaganza n'abatakoze icaha gisa n'igicumuro ca Adamu, yar' igishushanyo c'uwagira az' aze. Arikw ingabire y'Imana ntimera nka ca gicumuro. Kw igicumuro c'umwe catumye abenshi bapfa, ubuntu bg'Imana n'ingabire y'ubuntu bg'umuntu umwe Yesu Kristo vyarushirije gusaguka kuri benshi. Kand' iyo ngabire ntiyaje nk'icazanywe n'igicumuro c'umuntu umwe: kuko gucirwa urubanza kwavuye ku muntu umwe, kugatera gutsindwa, ariko ya ngabire yavuye mu bicumuro vyinshi, izana gutsindanishirizwa. Kw igicumuro c'umwe catumye urupfu rushirwa ku ngoma n'umwe, abakira ubuntu n'ingabire yo kugororoka bisesekaye bazorushiriza gushirwa ku ngoma mu bugingo n'umwe, Yesu Kristo. None rero nk'uko gucirwa urubanza kwazanywe n'igicumuro kimwe ku bantu bose, ngo batsindwe, ni ko ya ngabire yazanywe n'igikorwa kigororotse kimwe ku bantu bose, ngo batsindanishirizwe baronke ubugingo. Kandi nk'uko kutumvira Imana kw'umuntu umwe kwatumye benshi bacika abanyavyaha, ni ko kuyumvira kw'umwe kuzotuma benshi bacika abagororotsi."*

***—Abaroma 5:12–19***

*"Umwe atigeze kumenya icaha, Imana yamuhinduye icaha kubgacu, kugira ngo muri we duhinduke ukugororoka kw'Imana."*

***—2 Ab'i Korinto 5:21***

Urabona, twese turafise umugabane mu kugwa kwa Adamu, kandi dukeneye gucungurwa dukurwa muri ukwo kugwa.

Nico gituma Yesu yaje gupfa ku Musaraba kugira Aducungure.

Ni co gituma Yesu yavuze, "Utegerezwa kuvuka ubwa kabiri."

Umuntu w'impwemu yapfuye muri twebwe ategerezwa kuvuka ubwa kabiri kugira ngo abereho Imana kandi agire imigenderanire na Yo.

Tutavutse ubwa kabiri, turashobora kuba turiho mu mubiri, ariko mu mpwemu tukaguma dutandukanye n'Imana. Twese tuzobaho ibihe bidashira, ariko abishikiwe n'iki kintu co kuvuka ubwa kabiri muri Yesu Kristo ni bo bonyene bazobana na Yo mw'Ijuru.

> *"Mushime Data wa twese yabashoboje kuraganwa n'abera umwandu wo mu muco; yadukijije ububasha bg'umwiza, atwimurira mu bgami bg'Umwana wiwe akunda. Mur' uwo ni ho dufise ugucungurwa, ni kwo guharirwa ivyaha vyacu. Ni we shusho y'Imana itaboneka, ni we mfura mu vyaremwe vyose."*
>
> ***—Ab'i Kolosayi 1:12–15***

> *"Kuko mutahawe impwemu y'ubuja ngo mwongere gutinya; ariko mwahawe impwemu yo kubahindura abana b'Imana, idutakisha ngo Abba, Data. Mpwemu ubgiwe abgiririkanya n'impwemu yacu, ar' icabona, yuko tur' abana b'Imana. Ariko ko tur' abana bayo, tur' abaragwa; tur' abaragwa b'Imana, tur' abaraganwa na Kristo, namba tubabazanywa na we, ngo tubone guhanwa ubgiza na we."*
>
> ***—Abaroma 8:15–17***

Igihe dukijijwe, tuba tubohotse igihano gihoraho c'urupfu kizanwa n'icaha ca Adamu, kandi impwemu yacu ivuka ubwa kabiri.

Kumenya Imana duca tubihabwa na Mpwemu Yera.

Mpwemu w'Imana ubu aba muri twebwe, maze ducika ingoro ya Mpwemu Yera.

*Nta wigeze kubona Imana. Dukundanye, Imana iguma muri twebge, no kuyikunda kuba guhinguwe muri twebge. Iki ni co kitumenyesha yuko tuguma muri yo, na yo ikaguma muri twebge, n'uko yaduhaye kuri Mpwemu wayo. Natwe twarabibonye, tubishingira intahe, yuko Data wa twese yatumye Umwana wiwe kuba Umukiza w'isi yose. Uwatura yuko Yesu ar' Umwana w'Imana, Imana iguma muri we, na we akaguma mu Mana.*

**Uwatura yuko Yesu ar' Umwana w'Imana, Imana iguma muri we, na we akaguma mu Mana. (1 Yohana 4:12-15)**

> "*Ufise Umwana wayo ni we afise ubgo bugingo; udafise Umwana w'Imana ntafise ubgo bugingo."*
>
> ***—1 Yohana 5:12***

# IGICE CA 4: KUVUKA UBWA KABIRI

**Uzuza**

1. Nikodemu yari umuntu yari amaze igihe _____________ ubuzima n'ibango vy'Umwami wacu.

2. Nikodemu yatanguye ikiganiro yatura ko yari azi neza ko___________yavuye ku Mana.

3. Nikodemu yari yemejwe ko atawashobora gukora ibitangaza vyose Yesu yariko arakora atari____________________.

4. N'ukuri, n'ukuri, ndakubwie, iyo umuntu _________________, ntashobora kubona ubwami bw'Imana" Yohana 3:3

5. Ndakubwire, iy' umuntu atavyawe na ______________________________ na ___________________, ntashobora kwinjira mu bwami mw'Imana. Ikivyawe n'umubiri na co n'umubiri; ikivyawe na Mpwemu na co n'impwemu." Yohana 3:5–6

6. Yesu ariko aravuga ko dutegerezwa kuvuka nk'izoya zivuka ku bavyeyi bacu b'umubiri, ariko kandi turakeneye kuvyarwa na________________ku Mana. Ni co gituma Yesu yavyise, "kuvuka ubwa kabiri."

7. Imana yashize ________________ na _____________ mw'Itongo rya Edeni.

8. Imana yashize Igiti ____________________" bo n' "Igiti ________________ mw'Itongo rya Edeni.

9. Hama yabwiye _____________________ko ____________________ kurya ku biti vyose vyo muri iryo tongo kiretse Igiti Kimenyekanisha Iciza n'Ikibi.

10. "Ariko ku Giti _______________________, ntuz' ukiryeko kuk'umusi wakiriyeko, uzopfa nta kabuza" (Itanguriro 2:17).

11. Ubwa mbere na mbere, Imana yaremye umuntu afise ubudahangarwa kuri we ubwiwe canke twonavuga ububasha bwo ______________________.

12. Ivyanditswe bivuga ko umuntu yahisemwo ___________________ wo kurya ku Giti Kimenyekanisha Iciza n'Ikibi.

13. Uhoraho Imana yaciye yirukana umuntu mw'Itongo rya Edeni ngw' arime ___________________________ yakuwemwo.

14. Imana yavuze ko umusi bariye ku camwa c'ico giti________________atakabuza.

15. Urupfu rwa Adamu ntirwari ur'_________________, urupfu rwabo rwari urupfu rw'__________________________.

16. Urupfu rw'impwemu rwazanywe icaha, ntirwatandukanije____________n'Imana gusa, ariko kandi rwatumye __________ bavutse inyuma yabo batandukana na Yo.

17. Kw' _____________ c'umwe catumye urupfu rushirwa ku ngoma n'umwe, abakira ubuntu n'ingabire yo____________bazorushiriza gushirwa ku ngoma mu bugingo n'umwe, Yesu Kristo.

18. Turabohoka ku gihano gihoraho c' ____________ kizanwa n'icaha ca Adamu maze impwemu yacu ikavuka ubwa kabiri igihe twakiriye Yesu nk'Umukiza wacu.

19. Dufise_________________________ ku Mana kubw' Umwami wacu Yesu Kristo.

**Hitamwo Inyishu**

1. Mu gice ca gatatu c'Ubutumwa Bwiza bwa Yohana, turasoma ivya Nikodemu.

   A. Yari umukuru w'Abayuda
   B. Umubaji
   C. Umukuru w'Igihugu
   D. Umushibamyi

2. Nikodemu yabajije ingene umuntu yovuka ____________ asanzwe ari umuntu akuze.

   A. Ubwa kabiri
   B. Ubwa mbere
   C. Ubwa gatatu
   D. Ibihetangabo mirongw indwi

3. Tureme umuntu mu ____________ yacu

   A. Vyiyumviro
   B. Ishusho
   C. Ugutahura
   D. Gushingwa

4. Imana yabwiye Adamu na Eva kutarya ku Giti

   A. Ubugingo
   B. Kimenyekanisha Iciza n'Ikibi.
   C. Apo
   D. Umwembe

5. Imana Yaremye Umuntu afise ububasha bwo

   A. Guhitamwo
   B. Kwiyumvira
   C. Gubisuramwo
   D. Gukiza

6. Imana imaze kwirukana umuntu mw'Itongo rya Edeni, yaciye ishira mu burasirazuba bw'Itongo rya Edeni

   A. Umukerubi n'inkota yaka umuriro
   B. Lusiferi
   C. Umuryango Munini
   D. Gaburiyeli

7. Imfura ya Adamu na Eva yari

   A. Kayini
   B. Abeli
   C. Mose
   D. Aburahamu

8. Igihe dukijijwe, turabohoka ku

   A. Igihano gihoraho c'urupfu
   B. Ideni
   C. Igihuhusi
   D. Ingeso Mbi

9. Amaraso ya Yesu atwoza ____________acu.

   A. Ubucafu
   B. Umufa
   C. Ivyaha
   D. Ivyo vyose

**Ibibazo Vyishurwa n'Ibisomwa**

1. Ni igiki Nikodemu yaturiye Yesu?

   ______________________________
   ______________________________
   ______________________________
   ______________________________

2. Kuvuka ubwa kabiri ni iki?

   ______________________________
   ______________________________
   ______________________________
   ______________________________

3. Ni igiki kizoba nitutavyarwa n'amazi na Mpwemu?

4. Andika Yohana 1:12–13.

5. Andika Itanguriro 1:26–27.

6. Ni izihe ngaruka zo kuba Adamu yarariye ku giti kimenyekanisha iciza n'ikibi?

7. Urupfu rw'impwemu rwakoze iki kuri twebwe?

8. Andika ingingo zitatu mu majambo yawe uvuga ivyo Kuvuka ubwa Kabiri.

CHAPTER 5

# KUBATIZWA MU MAZI

Kubatizwa mu mazi ni intahe ishingiwe hanze ku mpinduka yabaye imbere igihe twakiriye Yesu tugashira umutima ku kubaho nk'abigishwa biwe. Uku niko twamamariza ahabona ukwatura kw'ukwizera kwacu.

Mu kubatizwa tuba dushikije icagezwe c'Imana. Yesu Ubwiwe yatubereye akarorero keza ko kwumvira mu kubatizwa mu mazi.

> *"Ico gihe Yesu ava i Galilaya, aja kuri Yorodani aje kuri Yohana, azanywe no kubatizwa na we. Ariko Yohana agomba kumwankira, ati Kw ari jewe nkwiye kubatizwa nawe: non' uje kuri jewe? Yesu aramwishura, ati Bikunde: kukw ari vyo bidukwiye, ngo dushitse ukugororoka kwose. Bun' aramukundira; Yesu amaze kubatizwa, aca ava mu mazi: maz' ijuru riruguruka, abona Mpwemu w'Imana, amanuka asa n'inuma, amugwako.""*
>
> ***—Matayo 3:13-16***

Kugira dutahure bikwiye umubatizo wo mu mazi, dukeneye gutahura ko igihe tuvutse ubwa kabiri, Mpwemu w'Imana atuvyarira mu mubiri wa Kristo, ari wo shengero. Uyu mubatizo w'impwemu uba ku muntu wese acitse umukristo w'ukuri. Bikorwa n'Imana kandi ni igikorwa c'impwemu.

> *"Nk'uk' umubiri ar' umwe, ukagira ingingo nyinshi, kand' ingingo z'umubiri zose nah' ari nyinshi ar' umubiri umwe, ni ko na Kristo ari. Kuko muri Mpwemu umwe, twese ari ho twabatijwe ngo tube umubiri umwe, naho boba Abayuda cank' Abagiriki, naho boba abagurano cank' abidegemvya. Kandi twese twanyweshejwe Mpwemu umwe."*
>
> ***—I Ab'i Korinto 12:12-13***

> *"Canke ntimuzi yuko twese ababatirijwe kuba muri Kristo Yesu, twabatirijwe kuba mu rupfu rwiwe? None rero kubatizwa kwatumye duhambanwa na we tuba mu rupfu rwiwe, kugira ngo, nk'uko Kristo yazuwe mu bapfuye n'ubgiza bga Data wa twese, abe ari ko natwe tugendana ubugingo busha.*

*Ko twakoranijwe na we n'igishushanyo c'urupfu rwiwe, tuzokoranywa na we n'ic' ukuzuka kwiwe na co. Kandi tumenye iki, yuk' umuntu wacu wa kera yabambanywe na we, kugira ng' umubiri w'icaha uhindurwe ubusa, ntitwame tujakariye icaha: kuk' uwapfuye aba atsindanishirijwe icaha.*
*Ariko bisanzwe twapfanye na Kristo, twizera yuko tuzobanaho na we; kuko tuzi yuko Kristo, amaze kuzuka mu bapfuye, atagipfa, urupfu rutakimuganza. Ukwo gupfa yapfuye, ni ho yapfuye rimwe ku caha; ariko kw ariho, ariho ar' uw' Imana. Abe ari ko namwe mwiyumvira ko mwapfuye ku caha, ariko ko muriho mur' ab' Imana, muri muri Kristo Yesu. None rer' icaha ntikikabe ku ngoma mu mibiri yanyu izopfa, ngo mwumvire ivyo yifuza. Kandi ntimugahe icaha imibiri yanyu ngw ikoreshwe n'ukugabitanya; ariko mwishikanire Imana nk'abazuke bavuye mu bapfuye, n'imibiri yanyu muyihe Imana kugira ngw ikoreshwe no kugororoka."*

***—Abaroma 6:3-13***

Kubatizwa mu mazi ni igikorwa c'umubiri tubamwo kitwemerera gushinga intahe iboneka ko guhinduka kw'imbere kwabaye mu buzima bwacu. Ni ingingo ivuye ku gushaka kwacu. Dutegerezwa kukibamwo n'umwete igihe tugikora, nk'uko Yesu yabikoze.

**Ni uburyo bwacu bwo kubwirira isi ku mugaragaro ko twapfuye ku caha kandi turiho muri Kristo.**

Ibi tubikora mu kwumvira icagezwe c'Imana.

Uku kwerekanira ahabona icahindutse imbere kwategerezwa kuba imwe mu ntambwe za mbere utera mu gutangura ubuzima bwawe bushasha nk'umwigishwa wa Kristo. Nk'uko dusoma muri Bibiliya ivy'abakristo ba mbere bizeye, kubatizwa mu mazi vyarumvirwa n'abaza kuri Yesu vyihuse.

*"Filipo ateranura akanwa, atangurira kur' ivyo vyanditswe amubgira ubutumwa bgiza bga Yesu. Bakigenda mu nzira, bashika ah' ar' amazi, iyo nkone iramubaza, it' Ehe amazi: ikimbuza kubatizwa n'iki? [ Filipo arayishura, ati Namba wizeye mu mutima wawe wose birashoboka. Na yo iti Nizeye Yesu Kristo kw ar' Umwana w'Imana.] Ivuga ko bahagarika umukogote, baramanukana baja mu mazi bompi, Filipo n'iyo nkone, arayibatiza."*

***—Ivyakozwe n'intumwa 8:35-38***

*"Petero akivuga ayo majambo, Mpwemu Yera aramanuka, aja ku bariko barumva iryo jambo bose. Abizeye bo mu bakebge barumirwa, abazananye na Petero uko bangana, kuko n'abanyamahanga na bo basutsweku ingabire, ari yo Mpwemu Yera. Kuko bumvise bavuga izindi ndimi, bahimbaza Imana.*

*Maze Petero arababaza, ati Mbega har' uwoshobora kwima amazi abahawe Mpwemu Yera nkatwe, ngo ntibabatizwe? Avuga ko babatizwa mw'izina rya Yesu Kristo."*

***—Ivyakozwe n'intumwa 10:44-48a***

Ubwo nyene inyuma yo kwizera no kwemera ibivugwa mu butumwa, Petero yaciye ababarira kubatizwa mw'izina rya Yesu Kristo.

*"Mugende muje mu bihugu vyose, mubwire abaremwe ubutumwa bwiza; Uwizera akabatizwa azokizwa, arik' utizera azotsindwa n'urubanza."*

***—Mariko 16:15-16***

Ndagusengera, nawe, ngo ntutebegane kubatizwa mu mazi ko umaze gucika umukristo. Ibi bizogushoboza gutera imbere n'umutima utakwagiriza ikibi imbere y'Imana. Nimba wizera n'umutima wawe wose ukaba warihanye vy'ukuri ivyaha vyawe, nta na kimwe cotutera kurindira. Umvira ivyanditswe maze ubatizwe mu mazi mw'izina rya Yesu Kristo!

# IGICE CA 5. KUBATIZWA MU MAZI

**Uzuza**

1. Gushingira intahe kumugaragaro kwacu kubw'impinduka y'imbere yatubayeko igihe twizera Yesu tugatangura kubaho nk'abigishwa biwe ni_______________.

2. Turakeneye kwumvira ijambo ry'Imana, ritubwira______________________.

3. Yesu ubwiwe yaratubereye akarorero keza ko_________________mu kubatizwa mu mazi.

4. "Ico gihe Yesu ava i Galilaya, aja kuri Yorodani aje kubatizwa na______________ (Umubatizi).

5. Yesu aramwishura ati, "Bikunde, kukw ari vyo bidukwiye ngo dushitse ____________________________kwose.

6. Uyu ni we Mwana wanje ___________________ aka _____________________.

7. Igihe tuvutse ubwa kabiri, Mpwemu w'Imana ______________ Impwemu yacu mu Mubiri wa Kristo (Ishengero). Iki ni igikorwa c'impwemu.

8. Kubatizwa mu mazi ni igikorwa c'__________________ gishingira intahe igikorwa camaze kuba imbere.

9. Kuko muri ____________________ umwe, twese ari ho twabatijwe ngo tube umubiri umwe—naho boba Abayuda cank' Abagiriki, naho boba abagurano cank' abidegemvya kandi twese twanyweshejwe Mpwemu umwe.

10. None rero kubatizwa kwatumye duhambanwa na we tuba mu rupfu rwiwe, kugira ngo, nk'uko Kristo yazuwe mu __________________ n'ubwiza bwa Data wa twese, abe ari ko natwe tugendana ubugingo busha.

11. _______________ wacu wa kera yabambanywe na Yesu.

12. Ntitukiri abaja b' ________________.

13. Nimba twarapfanye na Kristo, turizera ko tuzo___________nawe.

14. Kubatizwa mu mazi ni gushinga ____________________ kwacu kwo kumugaragaro tubwira isi ko twapfuye ku caha kandi turiho muri Kristo.

15. Uku kwerekanirwa ahabona kw'ihinduka ryawey' ry'_______kwategerezwa kuba imwe mu ntambwe utera ugitangura ubuzima bwawe bushasha nk'umwigisha.

16. Petero akivuga ayo majambo (mu nzu kwa Koroneliyo)____________________ aramanuka, aja ku bariko barumva iryo jambo bose.

17. Petero yabariye abanyamahanga bose bariko bavuga mu ndimi ko bakwiye kubatizwa mw'izina rya __________________ . Abo mu nzu ya Koroneliyo bose banezerwa no kubatizwa na Mpwemu Yera no kubatizwa mu mazi.

18. Nimba wizeye n'umutima wawe wose kandi ukaba warihanye ivyaha vyawe ______________, nta na kimwe cotuma urindira. Umvira ivyanditswe maze ubatizwe mu mazi mw'izina rya Yesu Kristo!

**Hitamwo inyishu**

1. Yohana yavuze ko ari we akwiye __________________ na Yesu.

   A. Gukizwa indwara
   B. Gukizwa
   C. Kubatizwa
   D. Gucungurwa

2. Yesu ava mu mazi, maze ijuru riruguruka, abona___________ amanuka asa n'inuma, amugwako

   A. Abamalayika
   B. Mpwemu w'Imana
   C. Indege
   D. Nta na kimwe

3. Mpwemu w'Imana atuvyarira mu mubiri wa ________________.

   A. Kristo
   B. Umuntu
   C. Abatunganya ibintu
   D. Ivyo vyose

4. Kubatizwa kw'impwemu kuba ku muntu wese

   A. Yacitse umukristo
   B. Aja kw'ishengero
   C. Yisonzesha
   D. Asiganirwa mu rugendo rwo kwizera.

5. ____________ ni ikintu kimwe, naho ugizwe n'ingingo nyinshi.

   A. Umubiri
   B. Umuduga
   C. Ikinga
   D. Ivyo vyose

6. Igihe Mpwemu Yera yasukwa ku banyamahanga abigishwa

   A. Baranezerewe
   B. Baratangaye
   C. Barashavuye
   D. Barababaye

7. Inyuma yo kwizera no kwemera ibivugwa mu butumwa, Petero yababariye

   A. Bose kubatizwa mw'izina Yesu Kristo.
   B. Bose kurungikwa i Yerusalemu
   C. Baje kuvuga ubutumwa
   D. Bose guteragirwa mw'ishengero

**Ibibazo Vyishurishwa Ibisomwa**

1. Kubatizwa mu mazi n'iki?

2. Ni igiki cabaye igihe Yesu yabatizwa mu mazi?

3. Ni igiki Imana yavuze kuri Yesu igiye yabatizwa mu mazi?

4. Andika umurongo ku wundi Ivyakozwe n'Intumwa 10:44-47.

CHAPTER 6

# MPWEMU YERA

Nk'uko twavyize mu gice ca mbere, Imana Data, na Yesu, naho batandukanye mu bikorwa, ni UMWE. Ubu naho dukeneye kwiga ku wa gatatu agize Ubutatu Bweranda: Mpwemu Yera. Ivyanditswe birerekana Data neza, Umwana, na Mpwemu Yera nk' **UMWE**. Nk'uko Yesu yivuze ko ari umwe na Data, ninako yivuze ko ari umwe na Mpwemu Yera.

Turiko turacukura mu vyanditswe, dusanga Mpwemu Yera afise ivyiyumviro, ugushaka, n'ibigumbagumba. Turabona muri Bibiliya ko Ashobora gusotorwa, kuzimwa, kubabazwa, no kubwirwa ikinyoma. Reka turabe imirongo imwe imwe ibivugako hama tuyiganireko.

> *"Kandi ntimukababaze Mpwemu Yera w'Imana, yabashiriweko kuba ikimenyetso, gushitsa ku musi wo gucungurwa."*
>
> ***—Abanyefeso 4:30***

> *"Ntimukazimye Mpwemu."*
>
> ***—1 Ab'i Tesalonike 5:19***

> *"Ukengereye ivyagezwe vya Mose, ivyabona bibiri canke bitatu biramwicisha, ata kagongwe. Mugira ng'umuntu ntazoba akwiye guhanwa ibirushirije cane, asiribanze Umwana w'Imana, akiyumvira amaraso y'isezerano yamwejeje kw ar' igihumane, agacokora Mpwemu w'ubuntu? Kuko tuzi uwavuze, at' Uguhora n'ukwanje, ni jewe nzobasubiriza mu nkoko. Kand' at' Uhoraho azocira urubanza abantu biwe. Erega birateye ubgoba gukorokera mu maboko y'Imana nzima."*
>
> ***—Abaheburayo 10:28–31***

Mpwemu Yera ni Imana iba mw'isi uno musi.

Reka turabe imirongo yerekana ko Mpwemu Yera ari umwe na Data n'Umwana nk'uwagatatu agize Ubutatu Bweranda.

*“Yesu aramwishura, ati Ni hagira unkunda, azokwitondera ijambo ryanje, kandi Data azomukunda, maze tuzoza kuri we, tubane na we.”*
*Yohana 14:23*

*“Kand' urusengero rw'Imana ruhuza rute n'ibigirwamana? Kuko twebge tur' urusengero rw'Imana nzima: nk'ukw Imana yavuze, iti Nzogerera muri bo, nzogendera muri bo, Mbe Imana yabo, na bo babe abantu banje.”*
*2 Ab'i Korinto 6:16–18*

*“Ntimuzi yukw imibiri yanyu ar' insengero za Mpwemu Yera ari muri mwebge, uwo mufise, avuye ku Mana? Kandi si mwe mwiganza?”*

***—1 Ab'i Korinto 6:19***

**Data, Umwana, na Mpwemu Yera ni UMWE. Barashobora kubonwa mu bihe bitandukanye mu kugaragara, ariko nta na rimwe baba batandukanye.**

*“Nanje nzosaba Data, na we azobaha uwundi Mwitsa, ngw az' abane namwe ibihe bidashira.”*

***—Yohana 14:16***

*“Sinzobasiga nk'impfuvyi, nzoza kuri mwebge.”*

***—Yohana 14:18***

*“Petero aramubaza, ati Ananiya, n'iki gitumye Satani yuzuza umutima wawe guhenda Mpwemu Yera, ukisigariza ku biguzi vy'ishamvu?”*

***—Ivyakozwe n'intumwa 5:3***

Mu murongo ukurikira, Petero yababariye ati:

“Si umuntu ngo ibeshe, ariko ni Imana.”

Ananiya ntiyabeshe abantu, ariko yabeshe Imana. Ibi birerekana neza ko Mpwemu Yera ari Imana ibana natwe.

Mpwemu Yera aba muri twebwe tumaze kuvuka ubwa kabiri. Dukeneye kuba dufise gutahura ibi neza kugira ngo dushobora kwifatanya n’Imana mu buryo bwo.

**Mpwemu Yera si uburyo bwo kwiyumva kudasobanutse mu vyiyumviro canke ivyo twemera mu mitima yacu. Ni Imana muri twe!**

**Ica mbere kandi gikomeye, ukubaho kwa Mpwemu Yera mu buzima bwacu ni kugira ngo adushikane ku kunengesera no ku gihagararo vya Kristo.**

Ugutangwa kw'ingabire za Mpwemu Yera muri twebwe mu rukundo rw'Imana rugaragajwe mu bushobozi n'ivy' ukuri hagati muri twebwe.

Ni twaba mu bucuti na Mpwemu Yera, tuzoba dufise umwidegemvyo wo gusuka ukwizera kwacu no kugaragaza ukuri kwa Yesu Kristo mu rukundo, kubohoka no gukira.

**Mpwemu Yera ni ubushobozi bw'Imana buri muri twebwe kandi bukorera muri twebwe buhishura urukundo n'ukubaho kwa Yesu Kristo mw'isi uno musi.**

Mpwemu Yera ni umuperesona w'Imana abandanya urukundo rwa Data n'Umwana mu kubaho kugaragara (Rhema) muri kubu.

Abantu benshi baragerageza kugereranya no gutandukanya urukundo rwa Kristo n'Ingabire za Mpwemu Yera ariko ivyo ntibishoboka.

Urukundo rwa Kristo rugaragarira mu bwuzu re bwarwo mu kubaho n'ubushobozi vya Mpwemu Yera mu buzima bwacu bwa misi yose.

Ni gute wovuga ko ukundana nka Kristo kandi usiga impumyi idahumutse n'abarwaye badakize ngo babohoke?

Inyigisho z'ibinyoma zituma dukunda abantu bari mu mibabaro maze bagapfa kandi Imana idushaka ko tuba nka Kristo tukabagira abidegemvya.

> *"Kuk' ubgami bg'Imana atar' ubg' amajambo, ariko n'ubg' ubushobozi."*
>
> ***—1 Ab'i Korinto 4:20***

Mpwemu Yera acika Kristo muri twebwe mu kwiyerekanira muri twebwe mu gukora bimwe yahora akora akiri hano.

Dutegerezwa kwizera Kristo (logos) no gusuka ukubaho (Rhema) mu bushobozi bwo kwizera.

Mpwemu Yera yama ariho (rhema) muri twebwe.

> *"Bariko barasenga Umwami Imana bisonzesheje, Mpwemu Yera aravuga, ati Ni mundobanurire Barunaba na Sauli bankorere igikorwa nabahamagariye."*
>
> ***—Ivyakozwe n'intumwa'13:2***

> *"Baca mu gihugu c'i Furugiya n'i Galatiya, babuzwa na Mpwemu Yera kuvuga ijambo ry'Imana muri Asiya. Bashitse ahabangikanye n'i Musiya, bagerageza kuja i Bituniya, Mpwemu wa Yesu ntiyabakundira."*
>
> ***— Ivyakozwe n'intumwa 16:6-7***

Kugira tugendere mu bwuzure bw'ubucuti Imana yashizeho kubwacu, dutegerezwa kwizera ata makenga ko Mpwemu Yera ari Imana iri hagati muri twebwe.

Ni Imana nzima yifuza kunywana no kuganira natwe mu buryo bwimbitse kandi bw'umwihariko.

**Twategerezwa kwitega ko Atuganiriza, adukiza, atubohora, kugaragaza ubushobozi bw'Imana Ubwayo biciye muri twebwe.**

Turashobora kumenya ijwi ryiwe kuko atubwira ibitwereka iyo tuja, ibiduhubura ubwacu, ibitwigisha, ibituremesha, ibidutera intege, n'umugisha.

Buno bucuti bwacu buzodushira mu buzima Bwera (bushizwe kuruhande) bukora ku mpwemu, umushaha, n'umubiri vyacu vyose.

> *"Nuko bakundwa, ko dufise ivyo vyasezeranywe, twiyuhagire ubuhumane bwose bw'umubiri n'ubwo umutima, kuba abera tugushikishe kwubaha Imana."*
>
> ***—2 Ab'i Korinto 7:1***

Imana idutegeka gufata mpiri imibiri yacu mu buryo bwejejwe kandi butarimwo icaha.

> *"Ntimuzi yukw imibiri yanyu ar' insengero za Mpwemu Yera ari muri mwebge, uwo mufise, avuye ku Mana? Kandi si mwe mwiganza, kuko mwaguzwe igiciro. Nuko rero, mushimishe Imana mu mibiri yanyu."*
>
> ***—1 Ab'i Korinto 6:19–20***

Mpwemu Yera aza mu buzima bwacu kuduhindura mu mishaha yacu ngo ntitukibe tukigendera muri kamere kacu ka kera ariko ngo tugendere mu caremwe gishasha ubu turi muri Yesu Kristo. Umwanya ku mwanya, dufata ingingo imwe mu gihe kimwe ngo bitere impwemu gushushanywa na Yesu Kristo cane, canke iyo tumugararije tugaca tuguma mu mubiri kandi tudahindutse.

Ubu turatahura tubisomye mw'ijambo ry'Imana ko Mpwemu Yera ari umuvugwa (peresona) atari umuntu ari ni Imana. Aba mu bantu b'Imana kumwe Yesu nawe yangendanye n'abigishwa.

Reka tujane maze turabe vyinshi kubimwerekeye.

Turatangurira mu butumwa bwiza bwa Yohana aho Yesu avuga ku kuza kwa Mpwemu Yera.

> *"Ni mwankunda, muzokwitondera ivyagezwe vyanje, nanje nzosaba Data, na we azobaha uwundi Mwitsa, ngw az' abane namwe ibihe bidashira.*
>
> ***—Yohana 14:15-16***

> *"Icahazobasiga nk'impfuvyi, nzoza kuri mwebge."*
>
> ***—Yohana* 14:18**

> *"arik' Umwitsa, ari we Mpwemu Yera, uwo Data azorungika mw izina ryanje, ni we azobigisha vyose, kand' azobibutsa ivyo nababariye vyose."*
>
> ***—Yohana 14:26***

> *"Ariko jewe ndababgira ukuri: Ikizogira ico kibamarira, n'uko jewe ngenda; kuko ni ntagenda, Umwitsa ntazoza kuri mwebge: ariko ni nagenda nzomubarungikira."*
>
> ***—Yohana 16:7***

*"Nari ngifise vyinshi vyo kubabgira, ariko ntimushobora kuvyihanganira ubu. Arik' uwo Mpwemu w'ukuri ni yaza, azobarongora abashitse ku kuri kwose"*

***—Yohana 16:12–13***

Ni kenshi Yesu yavuze kuri Mpwemu Yera n'isezerano ryo kumurungika.

Inyuma yo kuzuka kwa Kristo, (hamwe yariko arasangira na bo) yabahaye rino ibwirizwa:

*"Ntibave i Yerusalemu, at' Ariko murorere isezerano rya Data, iryo mwanyumvanye. Kuko Yohana yabatirisha amazi, ariko mweho, mu misi itari myinshi, muzobatizwa na Mpwemu Yera."*

***—Ivyakozwe n'intumwa 1:4-5***

*"Arabishura, ati S'ivyanyu kumenya imisi cank' ibihe Data yashinze n'ububasha bgiwe wenyene; ariko muzohabga ubushobozi, Mpwemu Yera ni yabazako, muzoba ivyabona vyo kunshingira intahe i Yerusalemu, n'i Yudaya hose, n'i Samariya, no gushitsa ku mpera y'isi."*

***—Ivyakozwe n'intumwa 1:7–8***

Ubu naho reka dusome ku kuza nyezina kwa Mpwemu Yera.

*"Umusi wa Pentekote ushitse, bose bari bakoraniye ahantu hamwe; haza igihinda kivuye mw ijuru giturumbuka, nk'uguhuhuta kw' umuyaga w'inkomezi, gikwira hose mu nzu bicayemwo. Hababonekera ibirimi vyigabanije, nk'ivy' umuriro; bibajak' umwe-umwe. Bose buzuzwa Mpwemu Yera, batangura kuvuga izindi ndimi, uko Mpwemu abahaye kuzivuga."*

***—Ivyakozwe n'intumwa 2:1–4***

*"Mu misi y'iherezo, ni kw Imana yagize, Nzosuka Mpwemu wanje ku bari n'umubiri bose: Kand' abahungu n'abakobga banyu bazovugishwa nanje, N'imisore yanyu izobona ivyo yeretswe, N'abatama banyu bazorota inzozi. Mbere n'abagurano banje b'abahungu n'abakobga mur' iyo misi Nzobasukako Mpwemu wanje, bavugishwe nanje."*

***—Ivyakozwe n'intumwa 2:17–18***

*"Petero arabishura, ati Ni mwihane, umuntu wese muri mwebge abatizwe mw izina rya Yesu Kristo, mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabga*

*ingabire, ari yo Mpwemu Yera. Kukw isezerano ar' iryanyu kand' ar' iry' abana banyu, n'abari kure bose, abazohamagarwa bose n'Umwami Imana yacu.'"*

***—Ivyakozwe n'intumwa 2:38–39***

Iki gikorwa gihebuje co kubatizwa muri Mpwemu Yera no kuuga mu ndimi ni icacu uno musi. Turi "abari kure" Imana iriko irahamagara. Dutegerezwa kwuzura Mpwemu, kurongorwa na Mpwemu, no kubaho muri Mpwemu Yera.

*"Maz' intumwa zir'i Yerusalemu zumvise yukw Abasamariya bemeye ijambo ry'Imana, zirungikayo Petero na Yohana, na bo bamanutseyo barabasengera ngo bahabge Mpwemu Yera; kuko Mpwemu ataribgamanuke ngw aje no kur' umwe muri bo, bari babatijwe gusa mw izina ry'Umwami Yesu. Maze babarambikakw ibiganza, bahabga Mpwemu Yera."*

***—Ivyakozwe n'intumwa 8:14–17***

*"Petero yanzika kuvuga, ati N'ukuri ni ho nkimenya yukw Imana itarobanura abantu ku butoni, ariko mu mahanga yose uyubaha, agakora ivy' ukugororoka, iramwemera."*

***—Ivyakozwe n'intumwa 10:34-35***

*"Petero akivuga ayo majambo, Mpwemu Yera aramanuka, aja ku bariko barumva iryo jambo bose. Abizeye bo mu bakebge barumirwa, abazananye na Petero uko bangana, kuko n'abanyamahanga na bo basutswekw ingabire, ari yo Mpwemu Yera. Kuko bumvise bavuga izindi ndimi, bahimbaza Imana."*

***—Ivyakozwe n'intumwa 10:44-46***

*"Arababaza ati Mbega mwarahawe Mpwemu Yera igihe mwizera? Baramwishura bati Ntitwaribwanabwirwe yuko Mpwemu Yera yatanzwe. Arababaza ati None mwabatijwe umubatizo ki? Bati Umubatizo wa Yohana. Paulo ati Yohana yabatije umubatizo wo kwihana, abarira abantu ko bakwiye kwizera uzoza hanyuma yiwe, ni Yesu. Bavyumvise babatizwa mw izina ry'Umwami Yesu. Paulo amaze kubarambikakw ibiganza, Mpwemu Yera abazako, bavuga izindi ndimi, bavugishwa n'Imana. Abo bose bar' abagabo nk'icumi na babiri."*

***—Ivyakozwe n'intumwa 19:2–7***

*"Kandi ntimukaborerwe vino, irimw' ubuhumbu, ariko mwuzure Mpwemu. Mubgirane zaburi n'indirimbo n'amatazirano y'ivya Mpwemu, muririmba, mucurarangira Umwami wacu mu mitima yanyu."*

***—Abanyefeso 5:18–19***

**Igikorwa ca Mpwemu Yera mu buzima bw'umukristo kiriho kandi kirakomeye cane. Nitwashaka kwakira ivyo Imana ifise kubwacu, dutegerezwa kwakira umubatizo wa Mpwemu Yera no kuvuga mu ndimi.**

Kuvuga mu ndimi ni:

Kubwira Imana. (1 Ab'i Korinto 14:2)

Kwubaka uwizera. (1 Ab'i Korinto 14:14)

Ukwo gusobanurwa. (1 Ab'i Korinto 14:13) Ibi birashobora gukorwa mw'ikoraniro no mu mwanya wawe wo gusenga.

Umugisha. (1 Ab'i Korinto 14:16)

Mu kwakira Mpwemu Yera, duhinduka ibikoresho bitanga Mpwemu w'Imana (Rhema) kandi bigaragaza ubushobozi no kubaho Yesu Kristo. Ducika umuringoti ushikana ibikorwa vy'Imana muri iyi si yacu.

Mu 1 b'i Korinto 12, Pawulo arandika ku ngabire ziva kuri Mpwemu Yera kandi zica mu mugende wacu. Igihe dufise Mpwemu Yera, tuba dushobora gushikira ingabire z'impwemu.

Bibiliya iravuga neza ko Yesu aba mu wizera.

None ni kuki dukekeranya ko ubushobozi bwize buzogaragarira muri twe?

**Imana yiteze ko turekurira ukubaho kwa Kristo mw'isi idukikije mu kwifuza ukugaragara kw'ingabire za Mpwemu Yera! Izi ngabire ni umuryango udushikana ku gusukwa kw'ukubaho kwa Yesu Kristo.**

Ntitwategerezwa namba kuzibona nk'izitandukanye no kwamamazwa no kugaragara vya Yesu Kristo hagati muri twebwe.

Mu miromgo ikurikira, turabona ko havuga ukugaragara kw'ingabire mu makoraniro y'ishengero.

> *"Yamara, umuntu wese ahabga ikimwerekanako Mpwemu, kugira ngo bigire ikimazi. Kuk' umwe aheshwa na Mpwemu ijambo ry'ubgenge, uwundi agaheshwa n'uwo Mpwemu ijambo ryo kumenya, uwundi agaheshwa n'uwo Mpwemu ukwizera, uwundi agaheshwa n'uwo Mpwemu umwe ingabire zo gukiza indwara, uwundi agahabga gukora ibitangaza, uwundi agahabga kuvugishwa n'Imana, uwundi agahabga kurobanura impwemu, uwundi agahabga kuvuga indimi nyinshi, uwundi agahabga gusobanura indimi: arikw ivyo vyose uwo Mpwemu umwe ni we abikorera muri bo, agabira umuntu wese ukw agomba."*
>
> ***—1 Ab'i Korinto 12:7–11***

Ivyanditswe vyariko bibwira uwo murwi ibijanye n'uko ingabire zikoreshwa mu mwanya wo gusenga mw'ishengero. Dutegerezwa kuba maso kugira ntidukoreshe kino gice c'ivyanditswe mu gushingira akarimbi ubushobozi bwa Mpwemu Yera mu migende yacu. Ni ivyo ukuri ko benshi muri twebwe dukorera mu ngabire imwe canke nyinshi gusumba uko dukorera muzindi. Ariko igihe twuzuye Mpwemu Yera, tuba dushobora gukoresherezwa muri izo ngabire zose. Bivana n'uko Mpwemu Yera aduhaye izo ngabire uko agomba kandi yifuza.

Igihe turi mw'ishengero, benshi muri twebwe tuzokorera mu ngabire kanaka bivanye n'uko Mpwemu ashaka ko ico gikorane turimwo kigenda. Mpwemu arashobora gushaka kudukoresha mu ngabire imwe mu gikorane kimwe, hama mu hindi ngabire mu kindi gikorane.

> *"Yamara harih' ingabire z'uburyo bginshi, ariko Mpwemu n'umwe. Kandi har' amabango menshi, arik' Umwami n'umwe. Kandi harih' uburyo bginshi bgo gukora, arikw Imana n'imwe, ikorera vyose muri bose."*
>
> ***—1 Ab'i Korinto 12:4–6***

Nizigiye ko uriko uratangura kubona ko ko ubucuti na Yesu Kristo bufatanye n'ukuri kw'ubushobozi n'ukubaho kw'Imana mu kubona Mpwemu Yera agaragazwa n'uwizera.

Twongere dusome:

*"Kuk' ubgami bg'Imana atar' ubg' amajambo, ariko n'ubg' ubushobozi."*
***—1 Ab'i Korinto 4:20***

Ukubaho kwa Kristo kugaragajwe kuzoboneka kuko tuguma mu bucuti bwo kunywana biciye mu guca gufi no kwumvira.

Ntibipfa kudushikira kuguma aho inyuma yo kuvuka ubwa kabiri.

Dutegerezwa guhitamwo kurondera kumenya Umwami wacu no kwiga kwumva ijwi rya Mpwemu wiwe riturongora.

**Ni twaba dushaka kumenya ubugombe bwa Mpwemu no kurekura ukubaho kwiwe, dutegerezwa kubaho ubuzima bwuzuye kwifuza ukubaho kwiwe.**

Ntitwategerezwa kubona ubuzima bw'umukristo nk'umuntu yagiye ku murongo baherako gusiganwa maze akarasa ibisasu. Ntidushobora kwitega gusiganwa mu kubaho ubuzima duhabwa n'imitwe yacu na Bibiliya. Ntidushobora kubibona nk'igitabo catwandikiwe ngo tuze tukirabamwo rimwe rimwe. Ubukristo si idini, ni ubucuti! Kumenya Imana kutagira ukuri kw'ubushobozi no kubaho vya Mpwemu biguma ari umuntu arya ku "Giti kimenyekanisha Iciza n'Ikibi." Dutegerezwa guhagarika kurongorwa n'ubwenge bwacu gusa no guhendwa twibaza ko igihe cose tudakoze icaha kizwi, turi uko Imana ishaka ko tuba kwose. Ubumenyi bwo mu mutwe bw'Imana butagira Imigenderanire na Mpwemu Yera muri Kristo ntibuzoduha ubuzima bwa Mpwemu buba kandi bugaragarira muri twebwe. Ibi sivyo Imana yateguye. Dukeneye kubaho mu kubaho kw'ubucuti bw'impwemu.

**Ubuzima bwacu busanzwe nk'abakristo bwategerezwa kuba ubwo kumenya no kwumvira Mpwemu, kuko muri we ariho turiho, tugenda kandi dufise ubugingo.**

*"Abarongorwa na Mpwemu w'Imana bose ni bo bana b'Imana."*
***—Abaroma 8:14***

*"Namba tubeshwaho na Mpwemu, tuyoborwe na Mpwemu."*
***—Ab'i Galatiya 5:25***

Dutegerezwa kwiga kubaho ubuzima tugumye muri Kristo mu kubaho mu bucuti na Mpwemu Yera. Ibi bisigura kubamba umuntu wacu wa kera, n'umuntu wacu mushasha arongorwa na Mpwemu kandi asunikwa n'urukundo.

**Ivyo Kristo yiteze kw'Ishengero ryiwe n'uko twebwe, nk'ingingo z'umubiri wiwe, turekura ubushobozi n'urukundo vyiwe mw'isi nk'uko na We Yabikoze.**

Ibi tubishitsa mu guhinduka tugize imitima mishasha mu Vyanditswe tunarondera ukubaho kw'Imana muri twebwe muri Mpwemu Yera.

# IGICE CA 6: MPWEMU YERA

**Uzuza**

1. Imana Data na Yesu, naho batandukanye mu bikorwa, ni____________________.
2. Ivyanditswe vyerekana neza Data ______________,na______________________ nk'UMWE.
3. Mpwemu Yera ni Imana ______________ iri kumwe natwe.
4. "Nihagira uwunkunda, azo ______________ ijambo ryanje, kandi Data azomukunda, maze _______________ we, tubane nawe" Yohana 14:23
5. Turi __________________________ b'Imana nzima.
6. Yesu ati, "nzosaba Data kandi nawe azobaha uwundi _________________________"
7. Mpwemu Yera mu bisanzwe ni Imana muri twe. Aba muri twebwe tumaze ________________.
8. Imisi yose, ubuzima bwacu bwategerezwa kuba ukugendera mu ______________na Mpwemu Yera.
9. Mpwemu Yera arafise ubwenge, ugushaka, n' ________________.
10. "Arikw Isesa imitima irazi ivyo Mpwemu yiyumvira, kuk' ukw Imana igomba ariko abera."
11. Mpwemu Yera ni Imana nzima __________________ kunywana no kuganira natwe mu buryo bw'ubucuti kandi bw'umwihariko.
12. Twategerezwa kwitega Mpwemu Yera nk'uwarungitswe na Kristo kudukiza, ___________________no kugaragaza ubushobozi bwiwe biciye muri twebwe.
13. Mpwemu Yera aza mu buzima bwacu kudu ___________________ mu mishaha yacu kugira ngo ntitube umuntu wacu wa kera adahindutse ngo tube our souls from the old regenerate icaremwe gishasha.
14. Mpwemu Yera azotwigisha kandi _________________ mu kuri kwose.

15. Mpwemu w'ukuri azo __________________ Yesu (Yohana 15:26).

16. Umusi wa Pentekote ushitse, bose bari bakoraniye ahantu hamwe; haza igihinda kivuye mw ijuru giturumbuka, nk'uguhuhuta kw' umuyaga w'inkomezi, gikwira hose mu nzu bicayemwo. Hababonekera ibirimi vyigabanije, nk'ivy' umuriro; bibajak' umwe-umwe. Bose buzuzwa __________________ batangura kuvuga izindi ndimi, uko Mpwemu abahaye kuzivuga." Ivyakozwe n'intumwa 2:1–4

17. Petero yabariye abantu bakoranye ku musi wa Pentikote, "Kukw isezerano ar'___________n____________________________ n'abari kure bose, – Abazohamagarwa _____________ n'Umwami Imana yacu.

18. Igikorwa ca Mpwemu Yera mu buzima bw' ________________ kiriho kandi kirakomeye.

19. Twakiriye Mpwemu Yera, duca tuba _______________ co gushikana ibikorwa vy'Imana mw'isi yacu.

20. Ingabire za Mpwemu Yera ni ___________________________ ko ukubaho kwa Yesu Kristo ku ____________________ mu buzima bwacu.

21. Bibiliya iravuga neza ko Mpwemu Yera aba mu _____________ .

22. Ukugaragara kwa Mpwemu kwahawe umuntu wese kubwo______________ za bose.

23. Igihe twuzuye Mpwemu Yera, tuba ______________ gukorera mu ngabire zose za Mpwemu.

24. ____________________ niwe atanga ingabire uko agomba (ashatse).

25. "Hariho ubwoko butandukanye bw'ingabire, ariko ____________ni umwe.

26. Ubucuti bwacu na Yesu Kristo bufatanye n'ukubaho kw'____________________ _____________________n'___________________________kwa Mpwemu Yera.

27. Intumbero yacu itegerezwa kwama ari iyo kunywana biciye mu kwuvira ________________.

28. Ubukristo si idini; ni ____________________ !

29. Dutegerezwa kwiga kubaho ubuzima bwacu______________________________
____________________ y'ukubaho kwiwe kugira tumeny________________bwa Mpwemu no kurekura ___________________________________kwa Yesu Kristo.

**Hitamwo Inyishu**

1. "Mbega ntimuzi yuko imibiri yanyu ari ingoro ya Mpwemu Yera w'Imana."

   A. 1 Ab'i Korinto 6:19
   B. Yohana 3:16
   C. Ivyakozwe n'Intumwa 2:4
   D. Nta na kimwe

2. Mpwemu Yera aba muri twebwe tumaze______________________.

   A. Kuvuka ubwa Kabiri
   B. Kuba abo mw'Ishengero
   C. Kwisonzesha
   D. Gusenga

3. Ubuzima bwacu bwategerezwa kugendera mu bucuti buzima na____________.

   A. Umugore
   B. Umuvukanyi
   C. Mpwemu Yera
   D. Abakozi bo munzu

4. Mpwemu Yera arafise

   A. Ubwenge, Ugushaka n'Ibigumbagumba
   B. Isi
   C. Ubushobozi
   D. A na C Zompi

5. Umuntu yanse kwumvira ivyagezwe vyatanzwe na Mose yaca yicwa ata kagongwe igihe hari abantu babiri canke batatu babonye _________ ciwe.

   A. Ubugwaneza
   B. Icaha

C. Ugutanga
D. Ikimazi

6. Kugira tugendere mu bwuzure bw'ubucuti Imana idufitiye, dukeneye kwizera ata ko Mpwemu Yera ari Imana iba muri twebwe.

   A. Nkeka
   B. Kimazi
   C. Kwisonzesha
   D. Gusenga

7. Twategerezwa kwitega Mpwemu Yera ko

   A. Adukiza, Atubohora, kandi agaragariza ubushobozi muri twebwe.
   B. Aturinda
   C. Adukomeza kandi aturongora
   D. Ivyo vyose

8. Ubucuti bwacu na Mpwemu Yera buzodushikana ku

   A. Ubuzima Bweranda (bushizwe ku ruhande)
   B. Ibihe bidashira
   C. Agakiza
   D. Nta na kimwe

9. Umwanya ku mwanya, turafata ingingo yo kwumvira Mpwemu no gushushanywa na Yesu Kristo cane canke ku _______________ no kuguma turi abanyamubiri kandi tudahindutse.

   A. Kuvyiyumvirako
   B. Kumwumvira
   C. Kumugarariza
   D. Kumwemera

10. "Arik' Umwitsa, ari we Mpwemu Yera, uwo Data azorungika mw'izina ryanje, ni we azobigisha vyose, kand' azobibutsa ivyo nababariye vyose."

   A. Ivyakozwe n'Intumwa 2:4
   B. Yohana 14:26

C. 1Petero 2:24
D. Nta na kimwe

11. "Mwihane kandi______________________.

A. Mukizwe
B. Mutunge
C. Mubatizwe
D. A na C Vyompi

12. Imana yiteze ko tuba abasuka ukubaho kwa Kristo mw'isi idukikuje mu kwifuza ukugaragara kw'ingabire za Mpwemu Yera! Izi ngabire ni ukubaho kwa Yesu Kristo _________________ .

A. Inzira
B. Idirisha
C. Kugaragaye
D. Ivyo vyose

13. "Ariko ukugaragara kwa Mpwemu kwahawe umuntu wese kugira ngo bigirire ikimazi bose: kuko umwe ahabwa ijambo ry'ubwenge na Mpwemu, uwundi ijambo ry'ubwenge na wa Mpwemu nyene, uwundi ukwizera na wa Mpwemu nyene, uwundi ingabire zo gukiza na wa Mpwemu nyene, uwundi gukora ibitangaza, uwundi kuvugishwa, uwundi gutandukanya impwemu, uwundi kuvuga indimi zitandukanye, uwundi gusobanura indimi. Ariko wa Mpwemu nyene umwe ni we abikora vyose, akagabira umwe wese uko abigomvye."

A. 1 Ab'i Korinto 12:7–11
B. 1 Petero 2:24
C. Yakobo 5:10
D. Nta na kimwe

14. Nivyo ko benshi muri twebwe bakorera mu ngabire imwe canke nyinshi cane gusumba uko bakorera mu zindi; ariko igiye twuzuye _________________, tuba dufise ubushobozi bwo gukoreshwa mu ngabire zose.

A. Ubwibone
B. Ubushobozi

C. Mpwemu Yera
D. Inkomezi

15. Mpwemu Yera atanga uko ashatse

A. Ugusukwa kw'ingabire
B. Uburyo
C. Ubuntu
D. Ikiganza ciza

16. Dutegerezwa guhagarika kurongorwa n' __________________acu gusa.

A. Ubwenge
B. Ukwiyumvira
C. Ivyifuzo
D. Ivyo vyose

17. Ubuzima bwacu busazwe nk'abakristo bwategerezwa kuba ubuzima bwo mu kwiga Bibiliya imisi yose turi kumwe na Mpwemu w'Imana aturongora mu mugambi n'intumbero vyiwe us in his plan and purpose.

A. Kwumvira
B. Uwizera
C. Umubeshi
D. Nta na kimwe

18. Dutegerezwa kwiga kubaho ubuzima bwacu mu kuguma muri

A. Ishure
B. Kristo
C. Kahise
D. Kazoza

19. Ivyo Kristo yiteze kw'Ishengero ryiwe nuko twebwe nk'ingingo z'umubiri wiwe tutavuga urukundo rwiwe gusa,

A. Ariko no kugabura urukundo rwiwe
B. Mu gukiza abarwaye

C. Gukankamira abadayimoni no kubohora imbohe.
D. Ivyo vyose

**Ibibazo Vyishurishwa Ibisomwa**

1. Andika 1 Ab'i Korinto 6:19, 1 Ab'i Korinto 4:20, n'Abanyefeso 4:30.

2. Ubucuti bwacu na the Mpwemu Yera buzokora iki kuri twebwe? (p. 40)

3. Andika ibintu 5 n'imiburiburi wize muri iki gice.

CHAPTER 7

# IMPWEMU, UMUSHAHA, N’UMUBIRI

Nkuko Imana ishobora kuboneka nk’inyabutatu (ibice bitatu), natwe ni ko biri. Urashobora kuba utari bwigere wiyumvira ko uri umuntu w’impwemu afise umushaha aba mu mubiri.

Uku ni ukundi kuri dutegerezwa gutahura kugira twifatanye n’Imana uko Yo itugomba ko bitubako.

Reka turabe imirongo Imwe imwe itandukanya umuntu nk’impwemu, umushaha, n’umubiri

> *“Ubugingo bganje butazira Umwami Imana, Umutima wanje unezererewe Imana Umukiza wanje.”*
>
> ***—Luka 1:46–47***

> *“Kand' Imana Nyen' amahoro ibe ari yo ibeza rwose: kand' impwemu yanyu n'ubugingo n'umubiri vyose hamwe bizigamwe, ngo bize bisangwe bitagira umugayo, ah' Umwami wacu Yesu Kristo azozira.”*
>
> ***—1 Ab'i Tesalonike 5:23***

> *“Ntimuze mutinye abica umubiri, badashobora kwica ubugingo: cane-cane mutinye ushobora guhonereza ubugingo n'umubiri muri Gehinomu.”*
>
> ***—Matayo 10:28***

> *“Umushaha wanje urahagaze: none mvuge iki? Ngire nti Data, n'unkize iki gihe? Yamara ni co canzanye ngo nshike mur' iki gihe.”*
>
> ***—Yohana 12:27***

> *“Yesu amaze gusemerera n'ijwi rirenga, aravuga, ati Data, mu maboko yawe ni ho nshize ubugingo bganje. Ahejeje kuvuga artyo aracikana.”*
>
> ***—Luka 23:46***

Umuntu w'impwemu ni co gice caremwe mw'ishusho y'Imana kandi kivuka ubwa kabiri igihe dukijijwe.

> *"Nuko rer' umuntu wese iy' ari muri Kristo, aba ar' icaremwe gisha: ivya kera biba bihise, vyose biba bicitse bisha."*
>
> ***—2 Ab'i Korinto 5:17***

Igihe twakiriye Yesu, Mpwemu w'Imana atunganye acaza akaba muri twebwe.

**Impwemu yacu yavutse ubu ni nzima muri Kristo. Mpwemu arashobora kuduhishurira canke kutwereka Imana.**

Shiti tuvutse ubwa kabiri kandi turi bazima mu mpwemu, ntidushobora gutangura gutahura Bibiliya!

> *"Arik' umuntu afise umubiri n'ubgenge gusa ntiyemera ivya Mpwemu w'Imana: kukw ar' ubupfu kuri we, kandi ntashobora kubimenya, kuko vyitegerezwa mu buryo bg'impwemu."*
>
> ***—1 Ab'i Korinto 2: 14***

> *"Arikw igihe kiza, kandi kirashitse, ni ho abasenga b'ukuri bazosengera Data mu mpwemu no mu kuri, kuko Data arondera abamusenga bameze bartyo. Imana ni Mpwemu, kand' abayisenga bakwiye kuyisenga mu mpwemu no mu kuri."*
>
> ***—Yohana 4:23–24***

Ni mu mpwemu yacu dushobora kuganira n'Imana inyuma yo kwuzura Mpwemu Yera. Hano niho dushobora gutanga ubuvugishwa, indimi, ubukira, ibitangaza n'ukundi kugaragara kwa Mpwemu n'ubushobozi vy'Imana.

Umushaha ni igice cacu ciyumvira kandi gikorera mu kirere c'ubwenge n'ibigumbagumba. Ivyanditswe biba biriko bivuga umushaha igihe bivuga ku kugira imitima misha. Biciye mu gikorwa co kweza umushaha, Mpwemu wa Kristo aba muri twebwe arakora igikorwa co kutugira bashasha no kuduhindura uko twiyegurira ubuntu no kumenya Yesu Kristo.

**Ukwezwa kwacu ntigushobora gushitswa no kurwana no kugerageza vyacu ubwacu, ariko kuzanwa no kwishikana no gupfa. Uko twishikana gusa uko twebwe ubwacu twishikanirra Imana no gupfa ku muntu wacu wa kera, ni ko Mpwemu aduhindura imbere n'inyuma.**

> *"yamara, iy' umuntu ahindukiriye Umwami, ico citwikiro gica gikurwaho. Arik' uwo Mwami ni we Mpwemu: kand' aho Mpwemu w'Umwami ari, ni ho haba umwidegemvyo. Tweho twese, ko tutitwikiriye mu maso, tukerekana nk'icirore ubgiza bg'Umwami, turahinduka, tugashushanywa n'iyo shusho, tukava mu bgiza tukaja mu bundi, nk'abahindurwa n'Umwami, ari we Mpwemu."*
>
> ***—2 Ab'i Korinto 3:16-18***

Mu mishaha yacu (ugushaka kwacu), uko twiyegurira Mpwemu Yera tukemera gukorwako nawe, ni ho dufatira ingingo zo kwama ivyamwa vya Mpwemu. Igihe twanse Ijwi ryiwe, duca twama ivyamwa vya kameremere.

Nitwapfa hano kw'isi, imishaha yacu izoja mw'ijuru canke muri gihenomu.

Umubiri niigice cacu gifadika. Ni gice cacu dushobora kubona no gukorako. Ni igice cacu c'akanya gato. Pawulo acita "urusago rwacu." Cavyawe kiva mu nda ya mama, kirakura, kirasaza mbere kigapfa. Dupfuye, umushaha wacu uratandukana n'umubiri wacu.

> *"Ariko bene Data, ico mvuga n'iki, yukw ab'inyama n'amaraso badashobora kuragwa ubgami bg'Imana, kand' ibibora bitaragwa ibitabora. Ehe, ndababarira akabanga: ntituzosinzira twese, ariko twese tuzohindurwa, mu kanya gato, mu kanya nk'ako gukubita ingohe, ah' inzamba y'iherezo izovugira. Kukw inzamba izovuga, abapfuye bakazurwa batagishobora kubora, natwe tuzohindurwa. Kuk' uyu mubiri ubora ukwiye kuzokwambara ukutabora, kand' uyu mubiri upfa ukwiye kuzokwambara ukudapfa."*
>
> ***—1 Ab'i Korinto 15:50–53***

Bibiliya itwigisha ko imibiri yacu umusi umwe izozurwa ikambikwa ubwiza, Yesu atagarutse imbere y'uko dupfa. Abantu bose babayeho mu mubiri, abakijijwe n'abadakijijwe, umusi umwe bazozuka. Twebwe dukijijwe tuzozurwa hama tujanwe mu bugingo budashira, abadakijijwe nabo bazocirwa urubanza rubatsinda ibihe bidashira rukabashira muri gihenomu.

Urabona, igihe dukijijwe, turabohoka ku gihano c'ibihe bidashira c'icaha. Vyitwa gutsindanishirizwa.

Imisi yose, twama turiko turabohoka ubushobozi bw'icaha. Vyitwa kwezwa.

Umusi umwe tuzopfa maze tubohoke ku kubaho kw'icaha ibihe bidashira. Vyitwa kwambikwa ubwiza.

Ni nkenerwa ko umenya bino bintu bitandukanye bifatanye n'ukubaho kwawe n'ingene bifatana Kristo.

**Waremwe uri impwemu, umushaha, n'umubiri. Ako ari ko kose muri utu turere karahambaye ku Mana, kandi dutegerezwa kuba uduhambaye no kuri twebwe. Mu kumenya bino bice bitandukanye bikugize, urashobora kugabura Ivyanditswe neza uko ubisoma.**

Niwasoma kubijanye no guhinduka mushasha, uzotahura ko bataba bariko bavuga umubiri wawe mushasha canke umushaha wawe mushasha, ariko havugwa impwemu yawe ivutse ubwa kabiri.

Igihe Ijambo rivuze guhinduka no gushushanywa cane na Kristo, uzotahura ko ririko rivuga ku kwezwa kw'umushaha wawe.

Igihe Ijambo rivuze ko uzopfa, uzomenya ko ririko rivuga ku mubiri wawe atari impwemu canke umushaha vyawe.

Ndabahaye utu turorero kugira ngo uko musoma Bibiliya mushobore kubaza muti: *Ni ubuhe buryo bwiza bwo gutahura uyu murongo mu kuwushira mungiro kuri jewe?*

## IGICE CA 7: IMPWEMU, UMUSHAHA, N'UMUBIRI

**Uzuza**

1. Umuntu ni ____________________ ifise _________ ikaba mu ____________ .

2. "Ubugingo bwanje butazira Umwami Imana, ______________ wanje unezererewe Imana Umukiza wanje" Luka 1:46–47

3. "Kandi Imana Nyenamahoro ubwayo ibe ari Yo ibeza muri vyose; _____________yanyu, _________, n' __________vyose hamwe bizigamwe, ngo bizosangwe bitagira umugayo, aho Umwami wacu Yesu Kristo azogarukira." 1 abo 1 Tesalonike 5:23

4. Mpwemu w'umuntu ni co gice caremwe mw' _______________ y'Imana kandi ivuka ubwa kabiri igihe dukijijwe.

5. 2 Ab'i Korinto 5:17 ni ho dusoma tuti; "Nuko rero umuntu wese iyo ari muri Kristo, aba ari _____________________ivya kera biba bihise, vyose biba bicitse bishasha."

6. _______________yacu ivutse ubwa kabiri ubu ni nzima muri Kristo.

7. Igihe ___________________ kandi tutari bazima mu mpwemu, ntitunashobora gutangura gutahura Bibiliya!

8. Ni mu mpwemu yacu ____________________ n'Imana tumaze kwuzura Mpwemu Yera.

9. Ni mu _______________ yacu turekura ubuvugishwa, indimi, ugukira, ibitangaza, n'ukundi kugaragara kwa Mpwemu n'ubushobozi vy'Imana.

10. Ivyanditswe biriko bivuga _______________ igihe bivuze ku kugira imitima misha.

11. Mu gikorwa co kweza umushaha, Mpwemu wa Kristo ubu aba muri twebwe arakora igikorwa co _________________ no kuduhindura uko twiyegurira ubuntu no kumenya Yesu Kristo.

12. Ariko noneho Umwami ni Mpwemu; kandi aho Mpwemu w'Uhoraho ari, hari ____________________ .

13. Umubiri ni igice cacu _______________, canke igice cacu dukoshobora kubona no gukorako.

14. Bibiliya iratwigisha ko imibir yacu umusi umwe izo____________________.

15. Abadakijijwe bazo ____________________ mu rubanza rw'ibihe bidashira na gihenomu.

16. Igihe dukijijwe, tuba ______________________ igihano c'ibihe bidashira c'icaha.

17. Imisi yose twama turiko turabohoka ku _____________ bw'Icaha.

18. ______________________wacu ni igice cacu c'akanya gato.

19. Mu kumenya ibi bice bitandukanye vyacu, turashobora________________neza Ivyanditswe.

20. Ivyanditswe bimwe bimwe bivuga ku _______________ yacu ibindi ku__________ wacu ibindi ku_____________________________________wacu.

**Hitamwo Inyishu**

1. Turi ________________.

   A. Impwemu ifise umushaha iba mu mubiri.
   B. Abatunzi.
   C. Abakene.
   D. Mu kaneza.

2. Nitwaba turi abagira ubucuti n'Imana uko ibidushakako.

   A. Dutegerezwa gutahura Impwemu, Umushaha n'Umubiri.
   B. Dutegerezwa kugira ishengero ryiza cane.
   C. Dutegerezwa kugira ivugabutumwa.
   D. Ivyo Vyose.

3. Ni uwuhe murongo udatandukanya umuntu nk'impwemu, umushasha, n'umubiri?

   A. Yohana 3:16
   B. Luka 1:46–47
   C. 1 Ab'i Tesalonike5:23
   D. Luka 23:46

4. Impwemu y'umuntu ni co gice caremwe mw'ishusho y'Imana kandi kivuka ubwa kabiri igihe c'

   A. Ubukene
   B. Impanuro
   C. Ubukwe
   D. Agakiza

5. "Nuko rero, iyo umuntu ari muri Kristo, aba ari icaremwe gisha; ivya kera biba bihise, vyose bicitse bisha."

   A. 1 Ab'i Korinto 5:13
   B. 2 Ab'i Korinto 5:17
   C. Luka 23:46
   D. Ivyo Vyose

6. Igihe twakiriye Yesu, Mpwemu w'Imana atunganye araza akaba muri _____.

   A. Inzu Yacu
   B. Twebwe
   C. Igihugu Cacu
   D. Igisagara Cacu

7. Igihe impwemu yacu ivutse ubwa kabiri iba ibaye nzima muri Kristo. Aho ni ho Mpwemu aba ashobora kuduhishurira canke _______________Imana

   A. Kutumurikira
   B. Gufata
   C. Guheba
   D. Kurinda

8. Umuntu atagira Mpwemu ntashobora ________________ ibintu biva kuri Mpwemu w'Imana.

   A. Kwemera
   B. Kumenya
   C. Gukura
   D. Ivyo Vyose

9. Umushaha wacu ni igice cacu ______________.

   A. Ciyumvira
   B. Gikorera mu karere k'ubwenge bwacu uburyo bwo kumenya ibintu (nko kubona, kumoterwa) n'ibigumbagumba
   C. Ivyo Vyompi
   D. Nta na kimwe

10. Pawulo yita "umubiri wacu."

   A. Ingoro Y'Imana
   B. Impwemu
   C. Urusago
   D. Uwukomeye

**Ibibazo Vyishurishwa Ibisomwa**

1. Ni igiki wize ku mpwemu, umushaha n'umubiri?

______________________________________________________________
______________________________________________________________
______________________________________________________________
______________________________________________________________
______________________________________________________________

2. Andika umurongo uwo ari wo wose uvuga ku mpwemu, umushasha n'umubiri.

______________________________________________________________
______________________________________________________________
______________________________________________________________

3. Ni kuki dukeneye kumenya ukuri ku mpwemu, umushahan'umubiri?

CHAPTER 8

# IVYIYUMVIRO VYO GUHINDURA

Imbere yo kwakira Yesu nk'Umukiza n'Umwami, ivyiyumviro canke ubwenge bwacu biba bikorera mu kirere ca kamere kaguye mu caha. Tumaze kuvuka ubwa kabiri, ivyiyumviro n'ubushake vyacu bitegerezwa guhindurwa bisha no guhishuririrwa Imana n'umugambi wayo ku bwacu n'ubuzima bwacu. "Umuntu wacu wa kera" (kameremere) yahora ariwe atuganza ategerezwa gusubirizwa no guhindurwa musha muri Mpwemu. "Umuntu wacu mushasha" ategerezwa gucika ikimazi kizima cosherejwe Kristo nkuko dutangura kwiga kugendeshwa n'ukwizera mu gukurikira Mpwemu Yera aba muri twebwe.

Turasoma muri 1 Ab'i Korinto, hasubiramwo ibiri mu gitabo ca Yesaya...

> *"Kuko handitswe, ngo Nzohonnya ubgenge bg'abanyabgenge, N'ubuhanga bg'abahanga nzobuhindura ubusa."*
>
> ***—1 Ab'i Korinto 1:19***

Dusubire mw'Itanguriro maze turabe ico Imana yaduhishuriye kubijanye n'intambara iri hagati y'umuntu yariye ku kumenya iciza n'ikibi numugambi w'Imana. Nkuko dusoma kuri Adamu na Eva inyuma yo gukora icaha, babaye abapfuye ku vy'impwemu. Nta yandi mahirwe bari basigaranye atari kubaho mu vyiyumviro n'ubwenge vyari bisigaye biganzwa na kameremere kaguye kubwo icaha. Ni muri ino kamere yaguye, cank akarere k'umushaha, Adamu na Eva bavumbuye ko bari gusa kandi bakeneye ico bifuka. Nuko baciye bigira inama ivuye muri kamere kabo kaguye yo gutorera inyishu kino kibazo. Yari inama itomoye kandi yumvikana yo kunyegeza ubwambure bwabo mu kwifuka amababi y'imisukoni, kandi barayishize mu ngiro. Ariko ivyo vyari bihushanye n'umugambi w'Imana. Tubandanije gusoma turabona uburyo bw'Imana bwari kubakirisha urupfu rw'igikoko kitagira icaha no mu gusesa amaraso y'umwe yagira aze ngo afuke ubwambure bwabo.

Umuntu, nuko rero mu kugwa kuva ico gihe, araba ibijanye n'ubuzima mu buryo bw'ubwenge no gutahura kwo mu mushaha. Muri buno bwengwe bw'umuntu, Yesu yacitse ikigwisha.

> *"Arik' umuntu afise umubiri n'ubgenge gusa ntiyemera ivya Mpwemu w'Imana: kukw ar' ubupfu kuri we, kandi ntashobora kubimenya, kuko vyitegerezwa mu buryo bg'impwemu."*
>
> ***—1 Ab'i Korinto 2:*14**

Inkuru y'ubwambure bwa Adamu na Eva no gukenera ico bambara kwabo bitubwira ko ivyaha vyacu bitazigera bitwikirwa n'ivyo dukora. Ariko, bishobora gutwikirwa gusa mu gushira ivyizigiro vyacu mu maraso yasesetse ya Yesu Kristo. Bitubera akarorero kandi ko tutazigera duhimbara Imana mu vyiyumviro bitarahindurwa bisha ngo bicire bugufi umugambi w'Imana. Turatanguye kubona ko Imana yitwitezeko ko tubaho ubuzima butarongowe n'uko twiyumvira iciza n'ikibi.

Ntiduhamagarirwa kubaho tuganzwa n'ivyiyumviro, ivyo twibaza, cank ibigumbagumba vyacu, ariko Mpwemu. Twe na we ntidushobora kwigera duhimbara Imana dukoresheje ibikorwa biva muri kameremere kacu.

Ubugombe n'intumbero vy'Imana bija imbere mu kuba turongorwa na Mpwemu w'Imana. Mpwemu ni we azana ihishurirwa ku mpwemu yacu, naho igaca imurikira imitima yacu, maze natwe tugategerezwa kuyicira bugufi. Igihe cose tugerageje guteza imbere umugambi w'Imana kubwacu canke kubw'Ishengero ryacu dukoresheje ibikorwa bivuye muri kameremere kacu ha kurongorwa na Mpwemu, tuba turiko dushiraho ibikorwa vy'impfagusa.

**Tumaze kuvuka ubwa kabiri, imitima yacu iba ikineye guhindurwa misha no gucishwa bugufi ku mugambi wo gukorera ico Imana iduhishuriye nk'ubugombe bwayo, mu Vyanditswe nk'ububasha bwacu.**

Akenshi, ubugombe bw'Imana buraba ubutandukanye n'ico ubwenge bwacu, mu gutahura, bubona nko kwitonda. Igihe bibaye uko, tuba dukeneye kuja imbere mu kwizera, kwumvira Mpwemu kuruta ugutahura kwo mu mushaha. Tutabikoze uko ntidushobora guhimbara Imana.

> *"Kuko tugenda turongorwa n'ukwizera, ntiturongorwa n'ivyo tubona."*
>
> ***—2 Ab'i Korinto 5:7***

Kwumvira uburongozi bw'ubugombe bw'Imana hari igihe bituzana kw'iherezo ryacu, ubutunzi bwacu n'ubushobozi bwacu. Ibi bizosaba ukwizera, ukwo kenshi kutazoba uburyo butahuritse bwacu bwo gukora. Igihe ubwenge bwacu no gutahura kwacu bidahuje n'Ijambo na Mpwemu, dutegerezwa kwama twumvira kandi dukurikira Imana. Kugira tubikore, dukeneye kwiga kumenya ijwi ry'Imana, ijwi ry'umwansi, hamwe n'ijwi ryo mu bwenge bwacu. Bizoba ibitadushobokera gushitsa ibi keretse tugize imitima mishasha nkuko ubugombe n'umugambi vy'Imana biri mu kwiga no kumenya Ivyanditswe.

> *"Ntimushushanywe n'ivy' iki gihe, yamara muhinduke rwose, mugize imitima misha, kugira ngo mumenye neza ivy' Imana igomba, ni vyo vyiza bishimwa, bitunganye rwose."*
>
> ***—Abaroma 12:2***

> *"Namba mwaramwumvise, mukigishirizwa muri we nk'uk' ukuri kwo muri Yesu kuri, kubabgira ku vy'ingeso zanyu za kera ngo mwiyambure wa muntu wa kera, abozwa n'ukwifuza kw'uruhendo; mugahinduka basha mu mpwemu y'ubgenge bganyu, mukambara wa muntu musha, yaremwe mw ishusho y'Imana mu kugororoka no mu kwera kw'ukuri."*
>
> ***—Abanyefeso 4:21–24***

Ibi ni vyo vyiyumviro dutegerezwa kwabira igihe twemeye Yesu. Uko "twikorera umusaraba," dutegerezwa kwiyambura umuntu wacu wa kera n'ivyipfuzo vyiwe vy'ivyaha maze tugakurikira Umwami wacu mu kwumvira Mpwemu Yera.

> *"Kwitwaririka ivy' umubiri kuzana urupfu, ariko kwitwaririka ivy' impwemu kuzana ubugingo n'amahoro."*
>
> ***—Abaroma 8:6***

Uko dukura kandi duteza imbere ubuzima bwacu mu mpwemu, ducika cane abaganzwa n'umuntu wacu mushasha, kandi ducika abashobora kwakira ivyatugenewe vyose.

> *"Ariko, ivyo kurya bigumye n'ivy' abakuze, bafise ubgenge, maze kubgo kwama babukoresha, bumogorera gutandukanya ikibi n'iciza."*
>
> ***—Abaheburayo 5:14***

Reka nongere ndabisigure kandi gato.

**Uburyo bumwe dushobora kubaho kandi tukagendera muri Mpwemu, ni ukwumvira Ijambo ry'Imana uko turongorwa na Mpwemu.**

Ibi birahambaye ku buryo numva nshaka gusubira kubivuga. Nk'umukristo, ni ikintu gikenewe cane ko tumenya Ivyanditswe, tukuzura Mpwemu kandi tugakorana n'Imana uko tugendera mu kwumvira.

Biba bigoye mu ntango, kuko impwemu yacu iri muri twebwe aba ari akana kakiri gato, kandi umuntu wacu wa kera aba ari ikigatanya, kuko aba yamaze igihe kinini yiganje, akora ico ashatse. Dutegerezwa kuba maso ntitureke umuntu wacu wa kera ngo aganze kameremere kacu.

*"Nuko natwe, ko dukikijwe n'igipfungu c'ivyabona kingana girtyo, twiyambure ibituremera vyose, n'icaha gikunda kutwizingirako vuba, dusiganirwe ivyo twashizwe imbere twihanganye, dutumbereye Yesu wenyene, ni we nyanduruko yo kwizera kandi ni we yagusozereye; uwo, kubg' umunezero yashizwe imbere, yihanganiye umusaraba, ntiyagira ikindi isoni zawo, avyagira i buryo bg'intebe y'Imana. Nuko mushire imitima kur' uyo yihanganiye ibihari bihambaye birtyo abanyavyaha bamuharirije, ntimucobogore, ntimudendebukirwe mu mitima yanyu. Ntimuragera ku kuvishwa amaraso murwanya icaha."*

***—Abaheburayo 12:1-4***

**Ibi bizosaba ko tubishiramwo ugushaka kugaragara kubwira ego akajwi ka Mpwemu, tukabwira oya ijwi risamirana ry'umuntu wacu wa kera ariko arabambwa.**

Nitwumvira tutiriwe turahaririza Imana, tukanka icipfuzo cose co kutumvira tutabanje kwiyumvira, tuzoca dutangura gukura mu kurongorwa na Mpwemu.

Dutegerezwa kumenya ko mu mitima yacu bikunda kwama twumvira.

*"Nta cabagerageje kitar' ic' umuntu yoshobora kwihanganira: arikw Imana ni yo kwizigirwa ntizobakundira ko mugeragezwa n'ibiruta ivyo mushobora, ariko hamwe n'ikibagerageza izobacira icanzo, kugira ngo mubone ingene mushobora kucihanganira."*

***—1 Ab'i Korinto 10:13***

Ivyanditswe bitwigisha ko twahawe ubushobozi bwo kuganza ivyiyumviro vyacu.

*“Dushingura impari n'igishizwe hejuru cose, kihashiriwe kurwanya ukumenya Imana, dufata mpiri ivyiyumvirwa mu mitima vyose, ngo tubigomorere Kristo.”*

***—2 Ab'i Korinto 10:5***

Turafise ubushobozi n’ububasha bwo guhitamwo ivyo twiyumvira no kuganza imishaha yacu.

*Ibisigaye bene Data, ivy' ukuri vyose, ivyo kwubahwa vyose, ibigororotse vyose, ibitanduye vyose, ivy' igikundiro vyose, ibishimwa vyose, ni haba harih' ingeso nziza, ni haba hariho gushimwa, abe ari vyo mwiyumvira.*

***—Ab'i Filipi 4:8***

*“Nuko rero mukenyere mu mitima yanyu, mwirinde ibiboreza, mwizigire rwose ubuntu muzozanirwa mu kuzohishurwa kwa Yesu Kristo.”*

***—1 Petero 1:13***

Ukwigarurira ubuzima bwacu tuzokwama tubishobora canke tubinanirirwa mu mishaha yacu, uko dufata ingingo yo kwumvira canke kutumvira. Mu gihe Ijambo na Mpwemu bariko bavuga “ubugingo” tuzokwama kandi twumva irindi jwi ririko ridutera guharira n’Imana. Uzosanga rikubaza ngo “Vy’ukuri ivyo bintu Imana yarabivuze?” canke “N’ubwo Imana yoba iri uko ivuga ko iri, sinibaza ko vyoca bimera uku bimeze!” Iryo jwi rindi rizokwama rishaka guharira rikoresheje ubwenge n’ukunyinyurana.

**Tutaranesha urugamba rwo mu mishaha yacu, ntidushobora kugendera mu kwuzura Mpwemu ngo turonke ubuzima bw’intsinzi nk’abana b’Imana.**

Iyo tugondojwe n’umubiri, duca dutangura gutakaza ukwumva kuko tuba twazimije Mpwemu. Tubandanije uko tuzosanga twasubiye mu buzima bwo kuganzwa n’umuntu wacu wa kera biciye mu bwenge, na bwo bukaba bukora bufatiye ku bwenge bw’umuntu atari ukwizera.

Ukuzazanirwa ni co gikurikira ku muntu ahaririza Mpwemu mu bijanye n’ukwumvira kwacu. Ibi birashobora kwugururira umuryango ubuzimire. Mu kanya gato tuzosanga twarabaye babi kurusha uko twari imbere y’uko dukizwa. Dukwiye kubitahura mu

buryo butomoye ko iyo twankiye Imana mu buryo buto, tuba twemereye satani mu buryo bunini cane!

Iyo tugerageje gukoresha ubwenge mu guhitamwo amabwirizwa y'Imana twumvira n'ayandi twiyumvira mu bwenge bwacu, tuzosanga turiko turahusha ikintu cose Imana idushakira.

Twiyumva dutsindwa n'urubanza cane ariko tukagerageza kwihumuriza incuro nyinshi no kwemeza abandi ko bidashoboka guhinduka nk'uko Imana ibidushakako. Iherezo ry'umuntu ahaririza Imana mu bwenge bwiwe, n'ukubaho ubuzima budashika ku ntumbero n'umugisha yateguriwe muri Kristo.

Abizera benshi ntibigera bashobora kurengera uru rugezo rwo kuganzwa na kamera kabo, ngo biyegurire kurongorwa na Mpwemu. Ntibigera biyegurira kwumvira Ivyanditswe: bahitamwo kurongorwa na Mpwemu ku vyo batahura kandi bafiseko ubushobozi.

Kubera batigera bemera kuganzwa no kugenzurwa mu buzima bwabo na Yesu, ntibigera babona ingene kugendana na Mpwemu Yera bibarenza ku rugezo rwabo ngo bashike ku buzima busumba ubwo bo biyumvira.

Mureke tube abantu ata kindi bemera atari ikintu Imana yaduteguriye mu migenderanire yacu nayo. Hariho akantu bahora bavuga kera ngo "Si ivyanje kubaza ngo kubera iki, ibindaba ni ukubaho canke ugupfa."

**Uko tugendera mu kwumvira, tuzana ku buzima bwacu impwemu y'ubuntu ituma turushiriza gusa na Kristo, ikaturongorera mu migenderanire mizima na Mpwemu Yera.**

*"Uri n'ivyagezwe vyanje akavyitondera, uwo ni we ankunda, kand' unkunda azokundwa na Data, nanje nzomukunda, kandi nzomwihishurira. Yuda (atari Isikariyota) aramubaza, ati Mugenzi, bibaye bite, k'ugira wihishurire twebge, ntiwihishurire ab' isi? Yesu aramwishura, ati Ni hagira unkunda, azokwitondera ijambo ryanje, kandi Data azomukunda, maze tuzoza kuri we, tubane na we."*

***—Yihana 14:21–23***

*"Uvuga ngo Ndamuzi, ntiyitondere ivyagezwe vyiwe, n'umubeshi, ukuri ntikuri muri we. Arik' uwitondera ijambo ryiwe wese, ugukunda Imana kuba guhinguwe muri we vy'ukuri. Iki ni co kitumenyesha ko turi muri we."*

***—1 Yohana 2:4–5***

Ngira watunguye kubona ingene ukwizera kwacu kudufasha kumenya no kurongorwa na Mpwemu Yera.

Uko tugendera mu kwumvira, Mpwemu w'Imana aca abana natwe kandi tukaronka umwidegemvyo wacu ugaragara nk'umunezero w'akaburarugero n'ubwiza butangaje!

Mbega ikindi n'iki? Ko ubu dufitaniye ubucuti n'Imana!

Ubu bucuti si ikintu c'ikinyegezwa canke kidafadika, ahubwo ni urugendo rwo ku musi ku musi rw'ubusabane na Bibiliya, gusengera muri Mpwemu no kurongorwa n'Ijwi ryiwe.

Kare cane, mu ntango y'ubuzima bwacu nk'Abakristo, dutegerezwa gutahura ko atari kubwo inkomezi canke ukugerageza kwacu, ahubwo ni kubwa Mpwemu tubayeho uyu musi.

Si ubwenge bwacu, ahubwo ni ukwizera kwacu kudushoboza kubaho ubuzima aho tuvuga Imana n'ubwami bwayo imbere ya vyose. Turonka imigenderanire turi kumwe na yo kuko ibintu vyose igenda irabitwongera uko tubaho, tugenda kandi turongorwa na Mpwemu Yera.

# IGICE CA 8: IVYIYUMVIRO VYO GUHINDUKA

**Uzuza**

1. Imbere y'uko twakira Yesu nk'Umukiza n'Umwami, ubwenge bwacu bukorera mu______________________________.

2. Tumaze kuvuka ubwa kabiri, ivyiyumviro no gushaka vyacu bitegerezwa ___________________________ngo bihishurirwe Imana

3. Ni mu _________________vyacu Satani azokwama aduterera agerageza kutuganza.

4. Iyo tubayeho ubuzima bwo guhimbaza Imana, ______________no gusoma Ijambo, tuzokwama dutsinda urugamba rw'ivyiyumviro vyacu.

5. Tunesha ku bwo _____________y' ______________________hamwe n'ijambo ry'______________yacu.

6. Twibutse satani natwe twiyubutse uwo turi muri_______________kandi ko ubu ari musi y'ibirenge vyacu.

7. Satani yaratsinzwe, turafise ubushobozi muri twebwe bwo _____________ubwacu.

8. Imana ntiyaduhaye Impwemu y'______________________________.

9. Ahubwo Imana yaduhaye Mpwemu_______________,_______________hamwe n'_________________________.

10. Dutegerezwa kurobanura ivyiyumviro biva ku_____________________canke kuri __________________canke kuri______________________.

11. Rimwe na rimwe, ivyiyumviro vyacu birashobora kuva kuri kamera kacu ka kera canke ku________________________ c'ubwenge bwa kamere no guharira.

12. "_____________" vyacu bitegerezwa guhabwa Kristo iyo tugomba kugendera mu kwizera ivyo Imana itubwira kandi iduhishurira.

13. Adamu na Eva, inyuma y'icaha cabo, baciye bapfa mu___________kuri Mpwemu.

14. Adamu na Eva ntibari bafise_____________atari kubaho bisunze ivyiyumviro n'ubwenge vyari bisigaye bigenzurwa na kamere kabo kaguye.

15. Ntidushobora guhimbara Imana duciye mu vyiyumviro ____________kandi ngo bibe vyeguriwe umugambi w'Imana.

16. Ntidukwiye kubaho tuganzwa n'____________ , ____________canke______.

17. Jewe na we ntidushobora guhimbara Imana kubera ibikorwa biva muri kamere kacu canke mu gukizwa canke mu____________________.

18. Mpwemu azanye uguhishurwa ku_______________nayo ikamurikira ivyiyumviro vyacu, dutegerezwa guca tubigamburukira.

19. Iyo tumaze kuvuka ubwa kabiri, ivyiyumviro vyacu bitegerezwa___________no _____________umugambi wo gukorera Imana mu kintu iduhishuriye ko ari ubugombe bwayo.

20. Dutegerezwa kurongorwa na Mpwemu hamwe n'______________ nk' ububasha ntavuguruzwa.

21. ____________uburongozi bw'Imana rimwe na rimwe bituzana kw'iherezo ryacu, iry'ivyo dutunze n'iry'inkomezi zacu.

22. Iyo ubwenge n'ivyiyumviro vyacu bitemeranya n'Ijambo na Mpwemu, dutegerezwa imisi yose__________________Imana.

23. Dutegerezwa kugaba, ntitwemerere __________ngo abe ari we arongora ivyiyumviro vy'ubwenge bwacu.

24. Kunesha canke kuneshwa mu ntambara yo kwigarurira intambuko zacu mu karere k'______________, bizokwama bivana n'uko dufata ingingo yo kwumvira canke kutumvira.

25. Tutarashobora gutsinda urugamba rwo mu bwenge bwacu, ntidushobora kugendera mu kunengesera kwa____________________.

26. _____________rukurikira umuntu aharira na Mpwemu mu bijanye no kwumvira mu buzima bwiwe.

27. Iherezo ry'umuntu ahaririza Imana mu bwenge bwiwe, n'ukubaho ubuzima_______________y'ntumbero n'umugisha yateguriwe muri Kristo.

28. Si ivyanje kubaza ikibazo ngo_________, jewe ibindaba ni ugukora canke ugupfa.

29. Igihe tugendera mu kwumvira, Mpwemu w'ubuntu aca abana natwe kandi akaduhindura kurushiriza gusa na ______________akaturongora kuba mu migenderanire na Mpwemu Yera.

30. _____________yacu n'Imana si ikintu c'ikinyegezwa kandi kidafadika ahubwo ni urugendo rwo ku musi ku musi rwo kunywana na Bibiliya, gusengera muri Mpwemu no kurongorwa n'ijwi ryiwe.

**Hitamwo Inyishu**

1. Kugenzura ____________ vyacu ni igikorwa cacu

   A. Ibihe vy'ikirere
   B. Umugore n'abana
   C. Ivyiyumviro n'ivyipfuzo
   D. Nta na kimwe muri ivyo

2. Imana yaraduhaye _________________bwo kwiga no guhindura ivyo twiyumvira.

   A. Ubushobozi
   B. Uburyo
   C. Guhitamwo
   D. Nta na kimwe muri vyo

3. Ukwatura kwacu canke ijambo ryo gushinga intahe, ni vyo bidufasha

A. Kuvuga
B. Kuja ku kazi
C. Kuja ku rusengero
D. Kunesha

4. Vyaciye muri aka kamere aacu yaguye, mu bwenge bwabo, kugira ngo Adamu na Eva batahure ko

   A. Batandukanye
   B. Ari umugabo n'umugore
   C. Bari mu murima wa Edeni
   D. Bari gusa

5. Iyo tudahinduwe basha muri Kristo, ntidushobora

   A. Kugirana imigenderanire n'Imana
   B. Kuronka imigisha
   C. Kugwara
   D. Vyose uko ari bitatu

6. Icaha cacu gishobora gutwikirwa gusa iyo dushize ivyizigiro vyacu

   A. Mu masengesho y'aberanda
   B. Mu bikorwa vyiza
   C. Mu maraso ya Yesu
   D. Vyose uko ari bitatu

7. Mpwemu azana uguhishura ku

   A. Mpwemu yacu
   B. Pasitori wacu
   C. Mukuru w'igisagara
   D. Mumalayika

8. Iyo twavutse ubwa kabiri, ivyiyumviro vyacu biba bikwiye

   A. Gusuzumwa
   B. kwozwa

C. Guhindurwa
D. Nta na kimwe muri ivyo

9. "Ntimushushanywe n'ivya kino gihe, ariko muhinduke rwose mugize imitima misha. Niho muzomenya ivyo Imana igomba, ni vyo vyiza, bishimwe kandi bitunganye rwose."

A. Abaroma 12:2
B. Yohana 1.1
C. Abaroma 5:16
D. Abanyefeso 4:21

10. Dutegerezwa kwiga kandi tukamenya ijwi ry'Imana, ijwi ry'umwansi ndetse n'ijwi rya kamere kacu.

A. Ni vyo
B. Si vyo

11. Uko dukura kandi tugakomera mu buzima bwacu bw'impwemu, turushirizaho kuganzwa na

A. Pasitori
B. Mama wacu
C. Umuntu mushasha
D. Imbuga-hwaniro

12. Nk'umukristo, birakenewe cane kumenya Ivyanditswe, tukuzura Mpwemu kandi tukagirana isezerano n'Imana ngo tugendere mu kwumvira hamwe no guca bugufi

A. Ni vyo
B. Si vyo

13. Tuzotangura gukura twongere turongorwe na Mpwemu

A. Nitwatangura kwumvira ata kibazo twiriwe turabaza Mpwemu.
B. Twumvira ijambo ry'Imana
C. Duhakanye gutwarwa n'ivyipfuzo vyacu ngo twumvire
D. Vyose

14. “Ariko hamwe n’ikibagerageza izobacira icanzo kugira mubone ingene mushobora kucihanganira.” Abanyefeso 4:21

   A. Ni vyo
   B. Si vyo

15. Oya ntoya ku Mana ni ego nini cane kuri Satani!

   A. Ni vyo
   B. Si vyo

**Ibibazo Vyishurishwa Ibisomwa**

1. Sigura mu majambo make ico mwize mu gice ca “Ivyiyumviro Vyo Guhindura”

2. Ni gute twama ibikorwa bipfuye?

3. Tuba dukwiye gukora iki iyo ubwenge bwacu hamwe n’ukwiyumvira kwacu bitemeranya n’Ijambo na Mpwemu?

4. Andika Abaroma 12:2.

5. Ni iki kiba iyo dukuze kandi tugakomeza ubuzima bwacu bwo muri Mpwemu?

CHAPTER 9

# GUPFA KUBWO KUBAHO

Nk'umwigishwa wiwe, dutegerezwa kubaho ubuzima bwo kugamburukira intwaro ya Yesu ata kintu twisigarije. Nimba uriko uribaza aho ukwiye kugarukiriza mu kugamburuka, ndashaka kukubwira inkuru ibisigura neza. Ngerageje kwibuka, n'uku yagenze

Hari umumisiyoneri yariko akorera Imana mu bantu bamwe muri Afrika. Buri mugoroba abantu baje kwumviriza ijambo ry'Imana, barazana amashikanwa bakayashira imbere mu rusengero. Bazana ivyo kurya, inkoko ndetse n'ibindi bintu, kandi baba bakenye, ariko bakabizanira Imana mu bwitange. Ijoro rimwe, umumisiyoneri ariko aravuga, umugabo umwe aza imbere yiwe afise igiseke kiri gusa. Amaze kuza, ashira igiseke ciwe hasi, aca aracicaramwo. Umwanya wose igikorane cari gisigaje, yawumaze yicaye aho muri ico giseke. Inyuma y'igikorane, umumisiyoneri aramubaza igituma yari yicaye mu giseke atari yicaye mu ntebe nk'abandi. Wa muntu aramwishura, ati "Ndakenye cane ku buryo ata kintu noronka mpa Yesu wanje, ariko iri joro nafashe ingingo yo kwitanga, ndamwihe, ndamuhe jewe."

Kumbure buno buryo bwo kugaragaza ukwiyegurira Kristo womengo burarengeje urugero canke buratandukanye n'uko wiyumvira. Ariko utegerezwa kubitahura neza nimba ushaka gukurikira Yesu.

**Dukeneye guca bugufi dutekanye imbere y'intebe y'Imana, tugashikana ubuzima bwacu, tukegurira uburongozi bwabwo n'ubushobozi bwose Imana.**

> *"Nuko rer' umuntu wese iy' ari muri Kristo, aba ar' icaremwe gisha: ivya kera biba bihise, vyose biba bicitse bisha."*
>
> ***— 2 Ab'i Korinto 5:17 NKJ***

Dutegerezwa gutahura ko iyo twavutse ubwa kabiri, tuba twimuwe tugakurwa mu bwami bw'umwijima tukaja mu bwami bw'umuco, nk'icaremwe gishasha mu bugororotsi no mu kwezwa.

Ntitukiri abantu bo mu muryango tuvukamwo. Ntitugifise ubwenegihugu twahorana. Ntitugifise imico n'imigenzo twahorana.

Ingoyi z'imigenzo yacu, uturimbi n'ibitwimira twashingiwe: ikibanza c'ubuzima bwacu canke ikindi cose kitubuza kuba umuntu ahambaye kandi akomeye Imana yaturemeye kuba, biba biheze!

Imana irafise umugambi wayo n'ivyo yaduteguriye muri iyi si!

Dutegerezwa kwibagira vyose, tukamukurikira uko aturongora ngo tuje aho ari. Imana ishaka kuba muri twebwe ubu twamaze kuba ivyaremwe bishasha muri Yesu Kristo.

Uwo twibona ko turi, ibwina muri twebwe, ategerezwa guhinduka!

Mu vyiyumviro vyacu, dutegerezwa kwizera uwo Bibiliya ivuga ko ubu tamaze kuba.

Vyodufasha kurusha hamwe twize indirimbo nshasha maze tukayiririmba tuyiririmbira, kugeza ivyo ivuga tuyumvisemwo, tukavyiyizerako.

Ndi icaremwe gisha, ndi umuntu musha
Ivya kera vyararangiye, naravutse ubwa kabiri
Ndi uwunesha, naravutse ubwa kabiri
Ndi icaremwe gisha, ndi umuntu musha
Dutegerezwa kwibagira akaranga kacu ka kera

Muri Yesu Kristo, nta mugabo canke umugore ahari, nta mugiriki canke umuyuda, nta mwirabure, nta muzungu, nta w'umuhondo canke irindi bara ryose; kuko ubu twese dufise ibara rimwe, umuryango umwe.

Umubiri umwe wa Kristo.

> *"Nabambanywe na Kristo, ariko ndiho; yamara si jewe nkiriho, ni Kristo ariho muri jewe. Ivyo nkora vyose nkiriho mu mubiri mbikoreshwa no kwizera Umwana w'Imana yankunze, akanyigura."*
>
> ***—Ab'i Galatiya 2:20***

Abantu benshi muri twebwe bakeneye kwihana ubwibone dufise kubera abo turi.

Ubwenegihugu bwacu, ubwoko bwacu, umuryango wacu, dukwiye kuvyibagira, kandi dutegerezwa kwambara Kristo nkumuryango ndetse n'umwandu wacu.

*"Ni co gituma uhereye none tutakigira uwo tumenya ku vyo ku rukoba; naho twari tuzi Kristo mu vy' umubiri, ariko none ntitukimumenya durtyo."*

***— 2 Ab'i Korinto 5:16***

Kristo yarasozereye igikorwa ciwe co gucungura. Kandi ni ukuri. Vyararangiye. Ariko bishobora kugaragara gusa kandi bikarangurwa muri twebwe iyo twize kuganza ivyo twiyumvira: ivyo dukeneye kwibagira n'ivyo vy'ukuri twizeye.

Nitwasiga vyose inyuma tukikorera umusaraba wacu, tuzogenda, intambwe ku yindi, turahitamwo kwizera Ivyanditswe no guhindura akaranga kacu hamwe n'uko twibona.

Ibi bizotuma dukura tukagira igihagararo no kunengesera kwa Kristo.

*"Kuk' urukundo rwa Kristo rutugobera, kand' ico tuzi tudakekeranya n'uk' umwe yapfiriye bose, nuko rero bose barapfuye. Kand' icatumye apfira bose kwar' ukugira ngw abariho babeho batacinezereza, ariko babeho banezereza uwabapfiriye, akabazukira."*

***—2 Ab'i Korinto 5:14-15***

*"Ni ko biri, umuntu wese muri mwebge adaheba ivy' afise vyose ntashobora kuba umwigishwa wanje."*

***—Luka 14:33***

*"S'ukugira ngo mpejeje kubihabga, canke ngo mpejeje gutunganywa rwose, ariko ndabandanya kugira ngo mbone gufata kimwe catumye nanje ubganje mfatwa na Kristo Yesu. Bene Data, jeho kubganje sinibgira yuko mmaze kugifata, arikw ico nkora n'iki kimwe gusa, nibagira ibir' inyuma, kandi nshingira ibir' imbere, mbandaniriza gushika aho dutanguranirwa, ku mpera y'umuhamagaro w'Imana muri Kristo Yesu wo kuja mw ijuru."*

***—Ab'i Filipi 3:12–14***

Ndipfuza ko tutokwihenda ngo tugwe mu mutego abandi benshi bagwamwo, nawo ni ukwizera ko ukwihana, ca gihe twakira Yesu bica biduhindura umwigishwa wa Kristo.

Mbega uramaze kwiyegurira kuganzwa na Yesu?

**Kirya gikorwa ca mbere co kwiha Yesu gikwiye kuba ubuzima bwa misi yose bwo kuguma twipfuza ubugombe bwiwe. Nk'abigishwa, dutegerezwa kubaho ubuzima bugenda burahinduka uko Kristo aduhingura akagomba ko dusa nawe.**

Mpwemu Yera uko tumwemerera ku musi ku musi, aratwereka ahantu mu buzima bwacu dukeneye gukosora. Igihe atweretse ahantu hatajanye n'Ijambo ry'Imana, tuba dukeneye kwihana kuri ivyo, tukisunga ivyo ashaka.

Iyo nyifato ku bijanye n'ubuzima bw'Ubukristo si ikintu twisanga twakuzemwo. Ntidukwiye kureka kwicisha bugufi. Ibi bisigura ko tudashobora kwigiza inyuma ukwihana, ukwumvira canke ukwipfuza Mpwemu Yera. Ntihazigera haba igihe biba ari vyiza kurusha gukora ivyo bintu nk'uko biri uno musi. Iyo duhisemwo kurindira, tukibaza ko mu misi izoza bizoba vyoroshe kurusha, tuba turiko turihenda kandi tunazimya Mpwemu. Bikore ubu nyene!

Hariho ingingo ikomeye cane kandi y'ibanze itegerezwa gufatwa mu bijanye no gukurikira Kristo canke kubandanya mu bugenzi hamwe n'imibereho vya kera.

N'ibisanzwe, abagenzi bawe ba kera bazotangazwa n'uko utaciruka mu bibi bagenderamwo, kandi bazogutwenga, bakugaye kugira bakumaramaze.

> *"Ntimuzimire: kubana n'ababi kwonona ingeso nziza."*
>
> ***—1 Ab'i Korinto 15:33***

> *"Yemwe basambanyi, ntimuzi yuko gucudika n'isi ar' ukwankana n'Imana? Nuk' umuntu wese agomba kuba incuti y'isi aba yigize umwansi w'Imana. Yakobo."*
>
> ***—Yakobo 4:4***

**Yesu Kristo si ikintu wongera ku buzima wari usanzwe wibereyeho, ni Umwami azana ukwihana ku buzima bwa kera tuba twari tubayeho, akugurura inzira nshasha.**

Ijoro uri wenyene muhira ariko uri kumwe n'Imana ni ryiza kurusha amajoro igihumbi uri kumwe n'abagenzi n'ivyaha. Yahisemwo gupfa ku bwawe. Mbega wumva wohitamwo guheba ubuzima bw'isi ukamwiyegurira?

*kuko mwaguzwe igiciro. Nuko rero, mushimishe Imana mu mibiri yanyu.*
***—1 Ab'i Korinto 6:20***

Icaha cose kirashobora kwihanwa, kandi turashobora kubaho ubuzima bwacu busigaye twidegemvya kuri co. Iyaba ibi bitari vyo, Kristo yari kuba yapfiriye ubusa. Dutegerezwa kwizera ubushobozi bw'amaraso ya Yesu hamwe n'impinduka ashaka kuzana muri twebwe. Ntidukwiye kwemerera umuntu n'umwe kutwemeza ko hariho icaha mu buzima bwacu tutoshobora gutandukana na co twihanye, kandi duhisemwo ku bugombe bwacu kucankira kutuganza. Iyo twicishije bugufi tukatura kandi tukihana, bigakurikirwa n'icipfuzo kivuye ku mutima hamwe no gusenga ngo twidegemvye kuri ico caha, Imana irashoboye cane kutubohora.

Imbere y'ugukizwa, nari umunyavyaha cane kandi abantu batari bake bari bamaze kwiyumvira uko nzobohoka ku caha. Sinibaza ko nari kubohoka iyo batanyereka umurongo uri muri Yakabo;

*"Mwaturanire ivyaha vyanyu, musengeranire, kugira ngo mukire indwara. Ugusaba kw'umugororotsi kugira ikimazi kuri vyinshi mu gikorwa cakwo."*
***—Yakobo 5:16***

Natahuye ko iyo naba mfise icaha mu buzima bwanje ntaronseko umwidegemvyo, nca ndacaturira Umubiri wa Kristo, bakamfasha gusenga ngo mbohoke. Igihe naja kwatura bakandambikako ibiganza bakanyingingira Imana, narabohoka. Ico kintu caba kibabaza kandi carancishije bugufi kuruta uko nari niyumvira. Ariko mu nyuma, noshobora kuvuga ko igihe cose nahangana n'icaha canje muri ubwo buryo, Imana yampa ukwidegemvya kwuzuye.

**Uko tubaho tuboroga mu mitima yacu ngo twidegemvye ku caha, Mpwemu Yera azotubohora kubwo ubwizigirwa bwiwe. Amaraso ya Kristo yaracagaguye ingoyi zose z'icaha mu buzima bwacu nk'Abakristo.**

Ndizera ko nawe, ushobora kugendana iyo nyota y'ukuri yo kubohoka ku caha kuko urondera kubaho ku bwa Yesu.

Ntidukwiye gutakaza ijwi risemerera mu mitima yacu rivuga riti "Mana, ndashaka guhinduka. Nzokwumvira ico bizosaba cose. Kuva ubu, uko Ijambo ry'Imana

rizombwira ikintu gihushanye n'uko ivyiyumviro n'ivyipfuzo vyanje bivuga, nzohitamwo kuryumvira."

**Dutegerezwa gufata ingingo ko uko satani n'ivyiyumviro vyacu vyokwigira vyiza gute, ntibijanye n'Imana, si ivyo dukwiye kubamwo.**

Kugeza tumaze gutahura ko dutegerezwa kwankira umugwanizi kandi tukabamba ivyipfuzo vyacu hamwe n'ubugombe bwacu, ntidushobora gukurikira Imana mu buzima bw'impwemu idushakamwo.

Muri twebwe harimwo kamere zibiri zitugwaniramwo, kamere ya kera y'umubiri hamwe n'umuntu mushasha wo muri Kristo. Ibi birabandanya kugeza ku musi wa nyuma tuzobaho aha kw'isi. Mpwemu w'Imana azokwama adusunikira kugira inyifato ishingiye ku mutima wahinduwe, ariko satani we azoduhendahenda gutwarwa n'umutima wa kameremere kacu ngo tugondozwe n'umuntu wacu wa kera, tugende uko ashaka.

Ariko ni twe dufata ingingo ya nyuma yerekeye n'inzira dufata.

Duhisemwo neza, twama ivyamwa vya Mpwemu kandi ubuzima bwa Yesu buratemba muri twebwe. Iyo duhisemwo nabi naho, turazimya ubwo buzima kandi tukama ivyamwa vya kameremere, na ko ni icaha.

> *"Kukw akameremere kifuza ivyo Mpwemu yanka, kandi Mpwemu yifuza ivy' akameremere kanka: kukw ivyo bihiganwa, ngo ntimukore ivyo mugomba. Ariko namba murongorwa na Mpwemu, ntimuganzwa n'ivyagezwe. Kand' ibikorwa vy'akameremere kacu biramenyekana, n'ibi: ubushakanyi, ibihumanya, ivy' isoni nke, gusenga ibigirwamana, uburozi, ubgansi, intonganya, ishari, uburake, ikeba, kwitandukanya, ibice, 21 igono, kuborerwa, kudandahirwa, n'ibindi ben' ivyo. Ivyo ndabibaburiye, nk'uko nabibaburiye kera, yukw abakora ibisa birtyo batazoragwa ubgami bg'Imana.*
>
> *Arikw ivyo Mpwemu yama n'urukundo, umunezero, amahoro, ukwihangana, kugira neza, ingeso nziza, kuba umwizigirwa, ubugwaneza, ukwirinda: ibimeze birtyo nta vyagezwe bibibuza. Kand' aba Kristo Yesu babambanye akameremere kabo n'ivyo gahahamiye n'ivyo kifuza. Namba tubeshwaho na Mpwemu,*

*tuyoborwe na Mpwemu. Ntitwifate uko tutari, ngo twandurutsanye, tugiriranire ishari."*

***—Ab'i Galatiya 5:17–25***

*"None rer' asangwa mwarazuranywe na Kristo, murondere ibiri hejuru, iyo Kristo ari, avyagiye i buryo bg'Imana. Mushire imitima ku biri hejuru, ntimuyishire ku biri mw isi. Kuko mwapfuye, kand' ubugingo bganyu bukaba buhishanijwe na Kristo mu Mana. Kristo, ni we bugingo bgacu, ni yerekanwa, namwe muzoca mwerekananwa na we muri mu bgiza."*

***—Ab'i Kolosayi 3:1-4***

Intambara iri hagati y'umuntu wacu wa kera ashaka icaha hamwe n'umuntu mushasha yumvira Imana, tuzokwama tuyitsindwamwo tudakurikiranye uguhinduka, tukagira imitima mishasha nk'uko Ijambo ritubwira.

Imana yaraduhaye ububasha bwo kuganza ivyiyumviro vyacu no guhitamwo ivyiyumviro twiyumvira canke ingingo dufata.

*"Dushingura impari n'igishizwe hejuru cose, kihashiriwe kurwanya ukumenya Imana, dufata mpiri ivyiyumvirwa mu mitima vyose, ngo tubigomorere Kristo."*

***—2 Ab'i Korinto 10:5***

Ibi binyibukije inkuru nigeze kumvana umu pasitori nibaza ko namwe yobahimbara.

Mu ntara ya Alasika, higeze kuba hari umugabo w'ingenzi atangaje yahaza. Yarashika mu gisagara afise imbwa zibiri. Imwe yari imbwa yera yo mu bwoko bwa Malamute, iyindi ikaba umusega yirabura. Uwo mugabo yamara umusi wose mu gisagara ariko arabwira abantu ngo bahige iyonesha iyindi muri izo mbwa zibiri. Hafi abantu bose bavuga ko iyonesha yigenzi yayo ari iyo yera nini kuko yaraboneka ko irusha inguvu ako kandi, ntizagereranywa. Amaze kwegeranya amafaranga bashese, yaraheza akarekura za mbwa zikagwana. Ariko mu kanya gato wa musega waranesha ca kibwa ciza cera. Umusi umwe yarahishuye ibanga riri inyuma y'ivyo: yavuze ko kuva ageze mu gisagara, yagaburira ka gasega kirabura, akima ico irya ya yindi nziza nini. Hageze kugwana imbwa nini yaba ishonje bikanka ko ihangana n'uwo musega.

Ako ni akarorero k'intambara turimwo buri musi nk'abigishwa. Umwijima twavuyemwo ntaho uhuriye n'umuco utangaje twashizwemwo n'ukuvuka ubwa kabiri. Ico dukeneye gukora ni ukugaburira neza imbwa yacu yera (Umuntu w'impwemu

mushasha) hanyuma dusonzeshe umusega wacu wirabura (umuntu wa kera). Dutegerezwa kwiga kubaho ubuzima ku buryo buri gitondo tuvyuka, tukaboha imbwa yacu yirabura, tukayima ico irya, tugaheza tukagaburira neza imbwa yacu yera. Uru rugendo rwo kwezwa rukorerwa muri twebwe iyo tubayeho ubuzima bwo kwiyegurira Kristo ata co tubanje gusaba hanyuma tukemerera Mpwemu kutwamishamwo ivyamwa uko twimenyereza kuvuga ego ku burongozi bwiwe.

**Uko twoga mw'Ijambo ry'Imana buri musi, tugahimbaza, tugatazira, turaheza tukagumya ubushobozi dukeneye bwo kugendera muri Mpwemu.**

*"Abo nkunda, ndabinginga, ko mur' inyambukira n'ingezi mwirinde ivyifuzo vy'umubiri birwanya ubugingo."*

***—1 Petero 2:11***

*"Ndavuga nti Mugendeshwe na Mpwemu, ni ho mutazoshitsa ivy' akameremere kanyu kifuza. Kukw' akameremere kifuza ivyo Mpwemu yanka, kandi Mpwemu yifuza ivyo kameremere kanka: kukw'ivyo bihiganwa, ngo ntimukore ivyo mugomba."*

***—Ab'i Galatiya 5:16-17***

*"Kand' aba Kristo Yesu babambanye akameremere kabo n'ivyo gahahamiye n'ivyo kifuza."*

***—Ab'i Galatiya 5:24***

*"Ubiba mu buryo bg'umubiri azokwimbura ukubora mu mubiri; arik' ubiba muri Mpwemu azokwimbura muri Mpwemu ubugingo budashira."*

***—Ab'i Galatiya 6:8***

*"Ntimuzimire: Imana yo nticokorwa; kukw ic' umuntu abiba cose ari co azokwimbura. Ubiba mu buryo bg'umubiri azokwimbura ukubora mu mubiri; arik' ubiba muri Mpwemu azokwimbura muri Mpwemu ubugingo budashira."*

***—Galatians 6:7-8***

# IGICE CA 9: GUPFA NGO UBEHO

**Uzuza**

1. Dukeneye kuva ku ntebe y'inganji y'ubuzima bwacu maze_______________Imana uburongozi n'ububasha bwose.
2. "Ni ko biri, umuntu wese muri mwebwe ___________ivyo afise vyose, ntashobora kuba umwigishwa wanje". Luka 14:33
3. "Simwe mwiganza, kuko________________igiciro. Nuko rero, mushimishe Imana mu mibiri yanyu." 1 Ab'i Korinto 6:20
4. Ndipfuza ko tutokwihenda ngo tugwe mu mutego abandi benshi bagwamwo, nawo ni ukwizera ko ukwihana ca gihe twakira Yesu ___________umwigishwa wa Kristo.
5. Igikorwa c'ibanze co kwiyegurira Yesu gitegerezwa kuba ubuzima bwa misi yose bwo kwama twipfuza _______________________________bwiwe.
6. Nk'abigishwa, dutegerezwa kubaho mu __________________ uko Kristo agenda araduhindura ngo tugire ishusho nk'iyiwe.
7. Mpwemu Yera, ku musi ku musi, uko tumwemerera, agenda aratwereka ahantu mu buzima bwacu dukeneye gu________________________.
8. Ntidukwiye kuva mu_________________________.
9. Ntihazigera haba igihe biba vyoroshe canke bikaba bibereye kurusha gukora ibintu kurusha______________________________.
10. Iyo dufashe ingingo yo kurindira, tukibaza ngo tuzoronka igihe coroshe kurusha, tuba turiko turihenda kandi tuna _________________________Mpwemu.
11. Yesu si ikintu___________ku buzima bawe, ni umwami azana ukwihana uburyo bwa kera wari ubayeho, akugurura umuryango winjiza mu buzima bushasha.

12. Ijoro ryose uri wenyene muhira uri kumwe n' ______________ni ryiza kurusha amajoro ibihumbi uri kumwe n'abagenzi n'icaha.

13. Yesu yari yiteguriye______________ ku bwawe. Mbega uriteguye guheba ubuzima bwawe bwa kera ngo umwiyegurire?

14. Turashobora____________________icaha cose, maze tukabaho ubuzima busigaye twidegemvya kuri co.

15. . Iyo twicishije bugufi______________, bigakurikirwa n'icipfuzo kivuye ku mutima hamwe no gusenga ngo twidegemvye ku caha, Imana irashoboye cane kutubohora.

16. Igihe tubaho dufise ijwi risemerera mu mitima yacu dusaba kwidegemvya ku caha, ni umwizigirwa azotubohora.

17. Iyo Ijambo ry'Imana rivuze igihushanye n'ico ivyiyumviro canke ivyipfuzo vy'umubiri bashaka, nzokwumvira________________. Muri twebwe hari kamere zibiri zihiganwa, umuntu wacu wa________________hamwe n'_____________ wo muri Kristo.

18. Mpwemu w'Imana azo____________________kugira inyifato ivuye ku muntu wacu yahinduwe umutima.

19. Iyo duhisemwo neza, turama _______________ vya___________ kandi ubuzima bwa Yesu buratemba muri twebwe.

20. Iyo duhisemwo nabi, tu ____________________Kristo tukama ivyamwa vya kamere na vyo ni icaha.

21. Kuko mwazuranywe na Kristo, shira ___________________ku bintu biri hejuru.

22. _____________y'ivyaha twavuyemwo ntaho igereranywa n'umuco w'ubwiza butangaje twavukiyemwo ubwa kabiri.

23. Uko________________buri musi mw'Ijambo no gusenga, guhimbaza no gutazira, tugumana ubushobozi dukeneye ngo tuneshe umwijima.

**Hitamwo Inyishu**

1. Igikorwa c'ibanze co kwiyegurira Yesu gitegerezwa kuba ubuzima bwa misi yose bwo kwama twipfuza ubugombe bwiwe.

   A. Ni vyo
   B. Si vyo
   C. Sindabizi neza

2. Dutegerezwa kuguma ahantu tuguma duhinduka kuko

   A. Kristo abandanya aduha ishusho yiwe.
   B. Kristo yaradupfiriye
   C. Kristo aba muri twebwe
   D. Vyose A na C

3. Iyo Mpwemu atweretse ahantu mu buzima bwacu hatisunga Ijambo dutegerezwa

   A. Kwihana
   B. Kuja ku rusengero
   C. Gutanga ikimazi
   D. Kuja mw'ikoraniro ku rusengero

4. Ntidukwiye kwigera tuva ahantu

   A. Hari ububasha
   B. Ho kwihana
   C. Ho kwumvira
   D. Vyose uko ari bitatu

5. Ntidushobora kwigiza inyuma ivyo kwumvira____________________ngo tubisubirize.

   A. Ingingo zacu
   B. Mpwemu
   C. Pasitori
   D. Vyose uko ari bitatu

6. Abagenzi bawe ba kera bazotangara niwareka kwifatanya nabo

   A. Mu misi mikuru yabo
   B. Mu rusengero
   C. mu vyaha vyabo
   D. A na C

7. “Ntimuzimire : kubana n’ababi kwonona ingeso nziza.

   A. Yakobo 4:4
   B. 1 Petero 4:4
   C. Yohana 2:2
   D. 1 Ab’i Korinto 15:33

8. Ijoro rimwe muhira uri kumwe n’Imana risumba amajoro igihumbi

   A. Uri mu bagenzi n’ivyaha.
   B. Uriko uranyonga
   C. Uzunguruka isi
   D. Uri mu misi mikuru

9. Turashobora kwihana icaha ico ari co cose, kandi turashobora kubaho ubuzima bwacu busigaye twidegemvya.

   A. Ni vyo
   B. Si vyo

10. Dutegerezwa kwizera ________________ n’impinduka ashaka kuzana muri twebwe.

    A. Ubushobozi bw’amaraso yiwe
    B. Kamere yacu
    C. Amareba
    D. Vyose

11. Dushobora kwidegemvya ku caha iyo

    A. Duciye bugufi

B. Dufise icipfuzo c'ukuri co kwihana
C. Dusenze Imana
D. Vyose

12. Uko tubaho dusemerera n'ijwi rishaka kwidegemvya ku caha, Mpwemu Yera ni umwizigirwa, azotubohora.

A. Ni vyo
B. Si vyo

13. Amaraso ya Kristo yasanganguye________________ mu buzima bwacu nk'Abakristo.

A. Umuryango
B. Ubushobozi bw'icaha
C. Icirore
D. Ikiyo

14. Hariyo ubumere bubiri burwanira muri twebwe, umuntu wacu wa kera bo n'umuntu wacu mushasha muri Kristo.

A. Ni vyo
B. Si vyo

15. Dufata mpiri iciyumvirwa cose, ikintu cose cishize hejuru ngo kigwanye ukumenya Imana, tugahindura iciyumviro cose ngo kigamburukire Kristo.

A. 1 Ab'i Korinto 5:17
B. 1 Timoteyo 2:24
C. Hose uko ari habiri
D. 2 Ab'i Korinto 10:5

**Ibibazo Vyishurishwa Ibisomwa**

1. Dukeneye kwiyegurira Yesu kugeza ku rugezo uruhe? Andika 1 Ab'i Korinto 6:20.

2. Mbega nk'abigishwa dukwiye kubaho ubuzima bwacu gute?

3. Andika Yakobo 5:16.

4. Iyo Ijambo ry'Imana rivuze ikintu gihushanye n'ivyo ivyiyumviro vyacu na kamera kacu bivuga, dukwiye gukora iki?

5. Ni ibihe bikorwa vya kamere k'icaha?

6. Ivyo Mpwemu yama ni ibiki?

7. Andika 5:16

CHAPTER 10

# UTEGEREZWA GUFUNGURA

Mugenzi, igihe wari umwana muto, ntiwari uzi kuvuga. Umutwe wawe wari munini, umubiri wawe wari muto, kandi amaguru yawe yari mato cane ntiwashobora guhagarara. Nk'umukristo akivuka ubwa kabiri, ni uku uba umeze mu Mpwemu. Uba uri uruhinja muri Kristo. Ubuzima buba buri muri wewe ni nyakuri, kandi buratunganye kubera Mpwemu w'Imana. Ariko uba ugikeneye gukura mu buntu no mu bumenyi. Uba wamaze kwakira ubuzima mu Mpwemu yawe, ariko rero, nk'uko bigenda ku ruhinja, utegerezwa gufungura kugira ngo ukure, ube umuntu akuze w'Imana. None dufungura gute? Ufungura mu gusoma Ijambo ry'Imana.

Utegerezwa kwigira mu makanda y'imigenderanire n'Imana, ayo itwereka mw'Ijambo ryayo. Imigisha izoza kuri wewe niwabana mu bumwe na yo!

**Mu majambo yoroshe, kugira ngo tugendane n'Imana, dutegerezwa kwiga Ijambo ryayo, kandi dutegerezwa kwumvira ubuzima ritwereka kubanamwo na yo. Gufungura ijambo ry'Imana buri musi ni intambuko ya mbere ku wizera wese.**

> *"Nuko rero mwiyambure inzigo yose n'ubugunge bgose n'uburyarya n'ishari no kuvuga abandi nabi kwose, mumere nk'inzoya zivutse vuba, mwifuze amata y'umutima adafunguye, kugira ngw abakuze abashitse ku gakiza."*
>
> ***—1 Petero 2:1-2***

Tuvyishakiye, duhitamwo ubuzima bwo gusoma no kwiga Ivyanditswe, no kuvyisunga, kugira ngo tube abigishwa ba Kristo. Iyo tutabihisemwo uko, tugashaka kuguma twitwara nk'abigenga, ntituzigera tumenya Yesu nk'uko bibereye.

**Nk'umwigishwa wa Kristo, dutegerezwa kwegurira ubuzima bwacu kw'Ijambo. Tudakoze ivyo, ishengero ryose tuzoba dusengeramwo, incuro zose tuzoba dusenga canke amahera yose dutanga, ntaco bizoba bimaze. Ntituzokwigera dukura ngo tuvemwo abigishwa Imana ishaka kiretse twiyemeje gusoma imisi yose Ijambo ry'Imana tukanaryemera nk'uguhishura gutunganye kw'Imana ku bantu.**

Imana isezerana imigisha ku bantu bose bazosoma kandi bakagamburukira Ijambo.

> *"Ibiri mur' ico gitabo c'ivyagezwe ntuz' ubikure mu kanwa kawe; arik' uze wame ubirimbura ku murango no mw ijoro, kugira ng'ubone kwitondera ivyanditswemwo vyose; ni ho ivyawe bizogenda neza, ukagira amahirwe."*
>
> — ***Yosuwa 1:8***

> *"Hahirwa umuntu atagendera mu nama z'ababi, Adahagarara mu nzira y'abanyavyaha, Aticarana n'abacokoranyi. Arikw ibimuhimbara biri mu vyagezwe vy'Uhoraho, Kand' ivyagezwe vyiwe ni vyo ashirak' umutima ku murango no mw ijoro. Azoba nk'igiti gitewe hafi y'imigezi y'amazi, Cama igihe caco, Ibibabi vyaco ntivyuma: Ic' azokora cose kizomubera ko."*
>
> — ***Zaburi 1:1-3***

Dusoma Ijambo ry'Imana mu kwizera, tukizera ko na twe tuzoronka iyi migisha.

Nibutse akaririmbo gatoya nize kera cane, kavuga uku:

*Umugisha wose wo muri iki gitabo gihezagiye ni uwanje*
*Igice cose, umurongo wose, akarongo kose*
*Kandi ndazi ko Ijambo ry'Imana ari ukuri*
*Riradushitswako jewe na wewe*
*Umugisha wose wo muri Bibiliya ihezagiye ni rwanje.*
*(Umwanditsi ntazwi)*

**Dutegerezwa kumenya mu mitima yacu ko Ivyanditswe ari Ukuri. Ryahumetswe n'Imana kandi ni ikarata iranga inzira ubugingo bwacu bwubakirwako.**

*“Yesu aramwishura, ati Vyanditswe ng' Umuntu ntatungwa n'umutsima gusa.”*

***— Luka 4:4***

*“Ijuru n'isi bizorangira, arikw amajambo yanje nta co azoba”*

***— Mariko 13:31***

*“Ndasenga ntumbereye urusengero rwawe rwera, Nshimira izina ryawe imbabazi zawe n'ukuri kwawe: Kuko washize hejuru ijambo ryawe n'izina ryawe Kubirutisha ibindi vyose.”*

***— Zaburi 138:2***

*“Ivyanditswe vyose vyahumetswe n'Imana, kandi bigira ikimazi co kwigisha umuntu, no kumuhana, no kumutunganya, no kumutoza indero nziza mu kugororoka: kugira ng' umuntu w'Imana abe ushitse, afise ibimukwiye vyose, ngw akore igikorwa ciza cose.”*

***— 2 Timoteyo 3:16–17***

*“Kukw ijambo ry'Imana ari rizima, rifise ubukuba, rifise ubugi buruta ubg' inkota zose, rikinjira n'aho ritanya ubugingo n'impwemu, rigatanya ingingo n'umusokoro, risuzuma ivyo umutima wiyumvira, ukagabira.”*

***— Abaheburayo 4:12***

*“Umusore azokwezesha inzira yiwe iki? Azoyezesha kuyitondera nk'ukw ijambo ryawe rivuga ... Ijambo ryawe n'itara rimurikira ibirenge vyanje, N'umuco umurikira mu nzira yanje.”*

***— Zaburi 119:9,105***

*“Mbona ijuru ryuguruye, kandi mbona ifarasi y'igitare, uyivyagiyeko yitwa Mwizigirwa, irindi ni Munyakuri. Aca amateka akarwana intambara mu bugororotsi. Inyonga ziwe n'imbeya z'umuriro, no mu mutwe yambaye imigara myinshi, kand' afise izina ryanditswe, nta wurizi atari we wenyene. Yambaye impuzu zajobetswe mu maraso, kandi yitwa Jambo w'Imana. Ingabo zo mw ijuru ziramukurikira, zicaye ku mafarasi y'ibitare, zambaye impuzu nziza zera derere, zitanduye.”*

***— Ivyahishuriwe Yohana 19:11–14***

**Bibiliya, n'ubwo yashizwe ku mpapuro n'abantu, yanditswe n'Imana nk'umwanditsi, uko Mpwemu Yera yagenda arabarongora. Ni Imana itwihishurira uwu musi.**

Mbega ubu ni bwo buryo bwonyene Imana yihishura? Oya! Ariko ukwihishura canke ukwigaragaza kwose kw'ukuri kw'Imana biciye muri Mpwemu Yera *(rhema)* imisi yose gutegerezwa guhuza n'Ijambo *(logos)*. Raba ukuntu intumwa Petero yavuze ubukuru bw'Ijambo.

> *"Kuko yahawe n'Imana Data wa twese ishimwe n'ubgiza, ah' ijwi rivuzwe n'ubgiza bukomeye cane ryamushikako, rikavuga, ngo Nguyu Umwana wanje nkunda akampimbara. Iryo jwi twaryumvise rivuye mw ijuru, aho twari kumwe na we kuri wa musozi wera. Ariko turafise ijambo ryavugishijwe, ryarakomejwe kurushiriza. Mugira neza ko murishirak' umutima, ni nk'itara ryakira ahacuze umwiza, rigakesha ijoro, rikageza ah' ikinyenyeri co mu gaturuturu kizobandurira mu mitima yanyu: irya mbere mukwiye kumenya, n'ukw ata jambo ry'abavugishwa n'Imana ryo mu vyanditswe rishobora gusobanurwa nk'uk' umuntu avyigombera, kukw ata jambo ry'abavugishwa n'Imana ryazanywe no kugomba kw'umuntu, arikw abantu bavuga ivyava ku Mana, barongowe na Mpwemu Yera."*
>
> ***— 2 Petero 1:17-21***

Inkomoko ya Bibiliya si ubugombe bw'umuntu na gato. Ivyanditswe si amajambo canke ivyiyumviro bisanzwe vy'abanyamadini. Ncuti yanje muri Kristo, ntihakagire umuntu akuzimiza kuri ivyo! Bibiliya yahumetswe kandi yandikwa n'Imana ubwayo. Twiyubare tubirabe neza mu gusoma umurongo ukurikira kugira ngo tubitahure.

> *"Wame ugira umwete wo kwiha Imana nk'uwamaze kurama, umukozi atarinda guteterwa, aramiriza neza mw ijambo ry'ukuri."*
>
> ***— 2 Timoteyo 2:15***

Raba ivyo uwu murongo ukurikira uvuga kuri Kristo no ku mwitwarariko wiwe kw'ishengero.

*"Ngw aryeze, aryogesheje amazi n'ijambo, ngw aryishire, ar' ishengero rifise ubgiza, ridafise amarabaga cank' injebejebe, cank' ikintu cose gisa girtyo, ariko ngo ribe iryera ridafise agasembga."*

***— Abanyefeso 5:26 - 27***

Ni gute ishengero ryezwa, ata amarabaga, ata njebejebe, canke ikindi cose? Ni mu kwogeshwa amazi n'Ijambo! Uko dusoma Ijambo (Logos), Mpwemu Yera arigira rizima nka 'rhema' kandi rigenda riratwoza tuva mu bwiza tuja mu bundi.

Muri Bibiliya isobanuwe mu Congereza, dusanga 'Ijambo' ryakoreshejwe n'abasobanuzi mu kuvuga amajambo abiri ari mu rurimi rw'Ikigiriki.

Rimwe muri ayo majambo ryabaye Logos irindi na ryo riba Rhema.

Logos risigura Ivyanditswe muri rusangi, vyose hatavuyemwo na kimwe.

Rhema risigura Logos riba rizima mu mwanya, mu kibanza no mu bushobozi. Twonavuga, ukwigaragaza kw'ibivugwa muri Logos bikozwe na Mpwemu Yera canke biciye kuri we.

Iyo dusomye ijambo 'ijambo' muri Bibiliya yacu, birakenewe ko dushobora kurobanura ko ari Logos canke ari Rhema.

Iyo dusomye ivyerekeye ukugeragezwa kwa Yesu ari mu bugaragwa turasoma ahantu Yesu yavuze ngo 'umuntu ntatungwa n'ivyo kurya gusa, aratungwa kandi n'Ijambo ry'Imana: aha ni ho tubona 'ijambo' ribaye rhema. Yesu yavuze ati 'Ni jewe mutsima w'ubugingo'. Rero, Yesu yariko avuga ko udakeneye gusa logos (Yesu) ariko kandi ukeneye na rhema ari we Mpwemu Yera.

Turabona kandi ahantu Yesu yavuze ati, ni mwaguma muri jewe, amajambo yanje akaguma muri mwebge, musabe ico mugomba cose, kizobabera kuno.
Yohana 15:7

Mu rugendo rwacu rwo kwiga dushimitse Ijambo (Logos) hamwe no kwuzura Mpwemu Yera (Rhema) bitegerezwa kuba umushinge w'umwigishwa wese.

Kwumva aho bariko barigisha kandi basigura Ijambo (Logos) hanyuma tukaryiga turi twenyene bituma turonka rhema, Mpwemu Yera, rikora igikorwa co kudutunganya no kutweza gikwiye kuba imisi yose mu buzima bwacu.

**Iyo twize Ijambo ry'Imana tudasiba, kandi tukumviriza ririko ririgishwa kandi risigurwa n'abakozi basizwe amavuta, tuzoronka imfatiro zikenewe zidushoboza gukura mu migenderanira y'abantu bakomeye kandi bazima b'Imana. Tuzoba twiteguye gukora igikorwa ciza cose.**

Igihe tutazoba turiko turasoma Ijambo imisi yose, ngo duhe Mpwemu Yera kutwemeza no kutugaragariza Kritso, bizotuma tuba abantu badashitse kandi b'abanyantegenke. Mu kanya gato ubuzima bwacu buzoshika ahantu h'ubugaragwa, aho umwansi atugaburira uduce dutoduto tw'Ivyanditswe yakuye mu nsiguro, yahinduye, hanyuma duce dutangura kuyashira mu ngiro uko yayatubwiye. Ivyo bimaze gushika ntituzigera dukura. Tuzoca dutakaza kumenya ubugombe bw'Imana ku buzima bwacu.

Nta bwigishwa bushoboka mu gihe ata buzima bwiyeguriye Ijambo buhari. Umuntu wese akeneye gusoma Bibiliya hanyuma agakura inyuma yo kuvuka ubwa kabiri. Iyo utabikoze uko, usanga warasubiye ku buzima wari ubayemwo kera, nk'uko ata kintu na kimwe coba carabaye ku buzima bwawe. Urashobora kuja mw'ishengero ugaca ushingira ubuzima bwawe bw'ubwigishwa ku vyo abagukikuje bavuga kandi bakora.

> *"Kuko tutubahuka kwishira mu gitigiri ca bamwe bishimagiza, canke kwigereranya na bo: arikw abo, ko birehesha ubgabo kandi bigereranya ubgabo, nta bgenge bagira."*
>
> ***— 2 Ab'i Korinto 10:12***

Kugira ngo dutange akarorero kuri ivyo mu bundi buryo, reka ndabahe akarorero. Igihe nari umusore nkora ku mararo y'inka, naramenyanye n'uwundi musore yari afise imyaka cumi n'indwi gusa ico gihe. Uwo musore yari umuhinga cane, kandi yari azi cane kugendera ku mafarasi yo mw'ishamba no gukora ibindi bikorwa. Ku mpera z'indwi imisi yose, yaraja mu mahiganwa mu kibano, agatahukana amafaranga yatsindiye. Umusi umwe, yarambwiye ko yasavye ikarata imuha uburenganzira bwo guhangana n'abahinga bahiganwa mu migwi mpuzamakungu. Narabajije uwo mugenzi wanje igituma yashaka gukora ico kintu kandi yari asanzwe atsindira amafaranga menshi aho yari ari. Sindigera nibagira ivyo yambwiye. Yaravuze ati: "Ndafise ubwoba ko nintahiganwa n'abahinga babigize umwuga, mu misi mike nzoca mba nk'abandi batari

abahinga, hanyuma mbure ico nshikako." Mu myaka yakurikiye, uwo musore yagiye aratsinda mu mahiganwa akomeye cane yo mw'isi yose, mu gihe benshi mu bo bahiganwa hamwe kera baguma mu bintu vyo hasi kandi bisanzwe.

Ivyo ni vyo bizotubako mu buryo bw'impwemu tudashize umutima ku Vyanditswe Vyera hakiri kare mu buzima bwacu n'Imana. Dutegerezwa gutangura gusoma ivyerekeye abantu bakomeye b'Imana, tugatangura kubaho twisunga ubuzima bari barimwo mu rubuga rw'ukwizera!

Dutegerezwa gufungura Ijambo nimba twipfuza kuba nka Dawidi, Debora, Petero, canke Paulo.

**Iyo twiganye Ijambo ry'Imana n'umutima utunganye, Mpwemu Yera yubaka impwemu yacu, na yo igakorera ku mutima wacu kugira ihindure ibintu. Dusanga turiko twuzura ukwizera hamwe n'ukubona ibintu gushasha ku co turi muri Kristo no ku vyo ashaka mu buzima bwacu.**

Kwamira ivyamwa Kristo bisobanura kwegurira ubuzima bwacu Ijambo ryanditswe. Uko twumva neza uwo Imana iri, ni ko tumenya neza ico turi muri Yo. Uburyo bworoshe twobivugamwo, ni : "Uburyo bumwe bwo kumenya ico uri, ni ukumenya Imana yawe, kandi uburyo bumwe bwo kumenya Imana ni ugusoma no kwiga Bibiliya."

# IGICE CA 10: UTEGEREZWA GUFUNGURA

**Uzuza**

1. Ubuzima buri muri twebwe ni___________ ________________ ________.

2. N'aho twavutse ubwa kabiri, tuguma dukeneye gukura mu____________ no mu______________________________.

3. Utegerezwa kwigira mu makanda y' ____________ n'Imana.

4. Gufungura ______________ni «intambuko ya mbere» ku wizera wese mushasha.

5. Nk'umwigishwa wa Kristo, dutegerezwa ku_________________ubugingo bwacu kw'Ijambo ry'Imana.

6. Dutegerezwa kwemera ___________ nk'ihishurwa ritunganye ry'Imana ku muntu.

7. Imana yasezeranye imigisha idasanzwe kuri abo biga kandi_________Ijambo ryayo.

8. Handitswe ngo umuntu ntazobeshwaho n'umutsima gusa, ariko azobeshwaho n' ry'Imana. _____________________

9. Ivyanditswe vyose ___________n'Imana kandi bigira ikimazi co kwigisha umuntu no kumuhana no kumutunganya no kumutoza indero nziza mu kugororoka, kugira ngo umuntu w'Imana abe uwushitse afise ibimukwiye vyose ngo akore igikorwa ciza cose. 2 Timoteyo 3:16-17

10. Nta buvugishwa bwo mu Vyanditswe bwaje buva mu gushaka kw'umuvugishwa__________________.

11. Inkomoko ya.__________________ si gushaka kw'umuntu.

12. Kwiga Ijambo______________bitegerezwa kuba umushinge w'umwigishwa wese.

13. Nta_______________bw'ukuri butari ubuzima bushingiye kw'Ijambo ryanditswe ry'Imana.

14. Uko dutahura cane ico__________________________ iri, ni ko tuzomenya cane ico______________turi.

15. Nimba dukeneye kumenya Imana dutegerezwakwiga _________________________

**Hitamwo Inyishu**

1. Utegerezwa kwigira mu makanda y'imigenderanire n'Imana yatweretse mw'Ijambo ryayo.

   A. Ni vyo
   B. Si vyo

2. Gufungura_____________ ni "intambuko ya mbere" ku mwizera wese mushasha.

   A. Amata
   B. Inyama
   C. Ijambo ry'Imana
   D. Ubwatsi

3. "Nuko rero mwiyambure inzigo yose n'ubugunge bgose n'uburyarya n'ishari no kuvuga abandi nabi kwose, mumere nk'inzoya zivutse vuba, mwifuze amata y'umutima adafunguye, kugira ngw abakuze abashitse ku gakiza."

   A. 1 Petero 2:1–2
   B. 1 Petero 2:24
   C. 1 Petero 2:10
   D. Nta na kimwe muri ivyo

4. Nk'umwigishwa wa Kristo, dutegerezwa kwubakira ubuzima bwacu kw' ———

   A. Ijambo ry'Imana
   B. Itegeko rikuru
   C. Urukundo rw'Imana
   D. Vyose

5. Imana yasezeraniye imigisha abantu biga kandi bagashira umutima kw'Ijambo ryayo.

   A. Si vyo
   B. Ni vyo

6. Dutegerezwa kumenya mu mitima yacu ko Ivyanditswe atari ukuri; ntivyahumetswe n'Imana, si ikarata yorongora urugendo rwacu.

   A. Si vyo
   B. Ni vyo

7. "Handitswe ngo umuntu ntazotungwa n'umutsima gusa, ariko azotungwa n'Ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana."

   A. Luka 4:4
   B. Yohana 3:16
   C. Mariko 13:31
   D. Zaburi 138:2

8. "Ijambo ry'Imana ni rizima kandi ryuzuye ubushobozi, rikarishe kurusha inkota y'ubugi bubiri."

   A. Ni vyo
   B. Si vyo

9. Inkomoko ya Bibiliya si ugushaka kw'umuntu

   A. Ni vyo
   B. Si vyo

10. Bibiliya

   A. Yahumetswe kandi yandikwa n'Imana ubwayo
   B. Ni igitabo ca kahise
   C. Ni igitabo c'ubuhinga
   D. Ni igitabo c'inkuru

11. Gusoma ijambo ry'Imana bituma Mpwemu Yera atwemeza kandi agatuma Kristo kuri twebwe.________________

A. Aba uw'ukuri
B. Amenyekana
C. Aba rurangiranwa
D. Nta na kimwe muri ivyo

12. Dutegerezwa gufungura Ijambo ry'Imana nimba tugomba

A. Gukura muri Kristo
B. Gukizwa
C. Gutora ikibazo

**Ibibazo Vyishurishwa Ibisomwa**

1. Nk'umukristo akivuka ubwa kabiri, dukwiye gukora iki ku bijanye n'Ijambo ry'Imana?

______________________________________________

______________________________________________

2. Ni gute dufungura Ijambo ry'Imana?

______________________________________________

______________________________________________

______________________________________________

3. Tumenya Yesu gute?

______________________________________________

______________________________________________

______________________________________________

4. Andika Yosuwa 1:8.

______________________________________________

______________________________________________

______________________________________________

5. Ni gute ishengero ryezwa rikaba iritagira amarabaga canke injebejebe?

6. Ni iki gikwiye kuba umushinge w'uwizera wese?

## CHAPTER 11

# RUHUKA

Hari itandukaniro rikomeye hagati y'Ubukristo n'amadini yose yo kw'isi. Amadini atandukanye afatira ku vyo umuntu ategerezwa gukorera Imana, mu gihe Ubukristo bufatiye ku vyo Imana yakoreye umuntu. N'aho amadini yose avuga ngo "kora," 'Umusaraba wa Kristo uvuga ngo "vyararangiye!" Mu madini yandi, dutegerezwa kurondera uko twohagarara imbere y'Imana. Ariko mu Bukristo, turonka ikibanza cacu, tubiheshejwe no kwizera ivyakozwe n'amaraso ya Kristo mu maraso y'ikimazi yiwe. Ni gusa mu kwizera amaraso yasheshwe ya Yesu Kristo nk'indishi y'ivyaha vyacu, dushobora kwemerwa mu migenderanire dufitanye n'Imana.

**Abakristo baruhuka bazi ko bacunguwe kandi ubu bafise amahoro ku Mana. Abantu bo mu madini atandukanye ntibashobora kubaho bazi neza ikibanza cabo muri buno buzima, canke ubuzoza. N'aho bagerageza gukora kugira ngo baronke ikibanza imbere y'Imana, Umukristo aruhuka mu kwizera, azi ko yamaze kukironka.**

Ijambo ry'Imana ritubwira ko ubugurorotsi bwonyene Imana izokwemera ku muntu ari ubugororotsi Yo nyene ishira kuri twebwe igihe twizeye burundu ikimazi ca Yesu Kristo. Ni mu gikorwa co kwihana no kwizera amaraso ya Kristo nk'indishi ku vyaha vyacu dushobora gukizwa. Mu kwizera Kristo gusa, turacungurwa, tugakurwa muri kamera yacu yaguye, tugahuzwa n'Imana.

**Amaraso ya Yesu aratwoza ivyaha vyacu vyose kandi atugarukana mu bucuti n'Imana, adushira mu bugororotsi bwuzuye nk'ubwa Kristo ubwiwe.**

*"Hamwe twari tugipfuye, twishwe n'ibicumuro vyacu, yatugiranye bazima na Kristo- ubuntu nibgo bgabakijije- yatuzuranye na we, itwicarikana na we ahantu ho mw ijuru, turi muri Kristo Yesu, kugira ngo mu bihe bizoza ize yerekane itunga rihebuje ry'ubuntu bgayo mu kutugirira neza muri Kristo Yesu.* ***Ubuntu ni bgo***

***bgabakijije kubg' ukwizera: na vyo nyene ntivyavuye kuri mwebge, n'ingabire y'Imana."***

***—Abanyefeso 2:5-8***

*No kuri Yesu Kristo, icabona co kwizigirwa, imfura y'abari barapfuye, uganza abami bo mw isi. Umwe adukunda, yatubohoje ivyaha vyacu amaraso yiwe, akaduhindura ubgami, no kuba abaherezi b'Imana yiwe, ni yo Se: icubahiro n'inganji bibe ivyiwe ibihe bitazoshira. Amen.*

***— Ivyahishuriwe Yohana 1:5**-6*

Usomye iyi mirongo ibiri, imvugo ikoreshwamwo yerekana ko ari igikorwa carangiye (kahise).

Ibi birakomeye cane.

Mu kwiga amajambo y'Ikigiriki, narabonye ko vyose vyanditse mu myanya ya kahise. Vyararangiye kandi vyarujujwe!

Kugeza twemeye kubaho turuhutse tutagerageza kugira ico turondera kwunganira igikorwa gisozereye ca Kristo, ntituzigera dushobore kubona Ubuntu bw'Imana busukwa mu buzima bwacu nk'uko vyari bikwiye. Mu kugendana n'Imana, dutegerezwa kuba maso kugira ngo ntituje kubiri n'ico turi muri aka kanya, biciye ku gikorwa ciza kandi gisozereye ca Kristo ku Musaraba.

**Kuva igihe dukijijwe kubandanya, dutegerezwa kutigera twigira kure y'ikibanza co kuruhuka, twemera ko ubu turi ubugororotsi bwa Kristo.**

Ni ukwizera gikorwa kirangiye ca Kristo kwacu, carangijwe mu rupfu rwiwe, no mu kuzuka kwiwe vyabaye mu myaka 2,000 iheze, bituma turonka uburongozi bwa Mpwemu w'Imana n'ubuntu bwiwe. Ubu abana natwe, natwe tuba muri We. Iyo dusamaye kuri ibi, duca dutangura kugerageza kwiyubakira ubugororotsi bwacu biciye mu bikorwa vyacu n'ukugerageza kwacu.

Akarorero k'ukugendera mu buntu kwacu kabonekera mw'Isezerano rya kera, aho Imana yategetse abaherezi kutambara ikintu na kimwe kibatera kugira icuya igihe bariko barahereza.

Aka ni akarorero k'uko tudakwiye kwemera ko inkomezi zacu zinjira mu buzima bwacu bw'ubuntu. Mu kugenda muri Mpwemu, dutegerezwa kutigera dutakaza ukuruhuka mu gikorwa kirangiye ca Kristo n'amaraso yiwe hamwe n'ico turi ubu muri We.

Iyo turuhutse, dutegerezwa kubandanya dufungura Ijambo: kugendera mu kwumvira: turongowe n'ijwi rya Mpwemu Yera: uko tubana mu bucuti bwo kwizera no mu busabane n'Umwami wacu.

Dutegerezwa kuba maso kugira ngo ntitugaruke mu mubano n'Imana ushingiye ku vyo dukora canke tudakora. Ivyo vyogabanya ukwizera kwacu mu gikorwa ciza c'Umusaraba kandi bigahagarika ubuntu bw'Imana.

**Dutegerezwa kuba mu karuhuko k'imbabazi zuzuye no kwemerwa imbere y'intebe y'Imana.**

Iyo dukoze icaha, tuba twononye imigenderanire y'urukundo tukababaza Mpwemu Yera.

Iyo ivyo bibaye tuba dukwiye kuja kuri Kristo, mu mubabaro mwinshi no kwihana.

Nk'uko dukeneye amaraso ya Yesu ngo adukize, ni na kwo tuyakeneye ngo atuzigame.

> *"Bana banje bato, mbandikiye ivyo kugira ngo ntimukore icaha. Kandi ni hagira umuntu akora icaha, dufise Umwitsa kuri Data wa twese, ni Yesu Kristo umugororotsi, kand' uwo ni we mpongano y'ivyaha vyacu, mugabo s'iy' ivyacu twenyene, ariko n'iy' ivy' abari mw isi bose."*
>
> ***— 1 Yohana 2:1–2***

Iyo twihanye vy'ukuri, tukaba twasavye imbabazi ku caha cacu, tuba twidegemvya gusubira mu rukundo n'umugisha vy'Imana.

Ntuze wigere wemerera Satani kukurongogora kwiyumvira ko Imana ifatira ku bikorwa vyawe ngo ikwemerere kugira ikibanza imbere yayo.

Iyo ukoze icaha, Mpwemu Yera arazana ugutsindwa muri wewe. Ivyo bibaye utegerezwa guca wihana icaha cawe, ariko ntukekeranye ko vy'ukuri wavutse ubwa kabiri. Umwansi

aguma agerageza kugutera kunanirwa mu mubiri no mu mushasha, hanyuma ace akwumvisha ko igikorwa gitunganye co kuguha impwemu nshasha kitabaye.

> *Nuko rero noneh' abari muri Kristo Yesu nta rubanza ruzobatsinda ...*
> *tutagagenda mu buryo bw;'akameremere kacu, ariko tugenda mu bw'impwemu*
> — ***Romans 8:1, 4b***

Ntugakekeranye agakiza kawe! Ugakekeranije, ubura amahoro yawe, ugatangura gukora ivyo Yesu yamaze gukora ku musaraba!

**Iyo tubaho ubuzima bw'ugutuntuzwa no kwicira urubanza, tuba turiko turahakana Kristo, mu gutera Ibitugu Ubuntu bwiwe tukabusubiriza ibikorwa vyacu ubwacu.**

Iyo ivyo bishitse, duca duhagarika kugendera muri Mpwemu mu kwizera, tugatangura kubeshwaho n'ico bita ivyagezwe.

Iyo twisanze twatanguye kugendana n'Imana dufatiye ku vyo twakoze canke tutakoze, dukwiye guca twihana. Ivyo bituma Ubuntu bw'Imana butuzako, bugasubira gutemba muri twebwe, bigatuma tugira ubugingo n'ivyamwa vyayo.

Kimwe mu bituma benshi muri twebwe ibi bitugora, ni kubera tutarigera tumenya uko Imana Data itwiyumvira. Kuva kera, Satani yaraduteye kuzazanirwa mu gukora ibibi hanyuma akavyegeka ku Mana, kandi akagerageza kwigarurira ibintu vyose vyiza Imana iba yakoze.

Kubw'ivyo benshi muri twebwe dukeneye gukosorwa ku vyerekeye ingene dutahura uko Imana itwiyumvira.

Dufise igicapo kidatomoye kiyerekeye. Hari igihe twibaza ko inezerwa, ahandi ikaturakira bitagira izina, kandi kenshi ikaba yama ifyuye umunwa. Benshi muri twebwe bamara imyaka myinshi bibaza ko ishobora kuba inezererewe abandi bose ariko kiretse bo. Tuba turiko twihora ubusa twibajije ko Imana ibika inzigo kuri twebwe.

**Satani yama ariko aragerageza kutubesha ngo twizere ko Imana itari urukundo. Ishaka tubeho ubuzima bwo kwicira urubanza aho kuba mu gikorwa cuzuye ca Yesu Kristo.**

*"Murabe urukundo uko rungana Data wa twese yatugiriye, ko twitwa abana b'Imana; kandi ni ko turi!"*

***— 1 Yohana 3:1***

*"Nuko ntimukir' abashitsi n'akavantara, ariko musangiye ubgoko n'abera, mur' abo mu ngoro y'Imana."*

***— Abanyefeso 2:19***

Turageragezwa kwiyumvira ko kuza kwacu kuri Kristo ari akaryango gatoya twugururiwe ngo twinjiremwo twihuta kugira dushikire Imana. Duca tugorwa no kwumva ko iyo Mana umengo iri kure ishobora kutwakira kubera n'ubundi itanezwe ivyacu. Ibi si vyo na gato!

Ivyanditswe biratwereka ko Imana yatwakiriye kandi itwemera nk'abana mu nzu kwa Data. Turi abaraganwa na Kristo.

**Iyo twavutse ubwa kabiri, turatahura ko twamaze kwinjira aho Imana iri kandi twahakiriwe. Imana y'ibihe vyose yaratwakiriye mu biganza vyayo ubu turi abana bayo.**

Ubucuti bwacu nayo ni ikintu camaze gutorerwa inyishu n'Imana mu buryo budahindagurika.

Ubu turira ku meza y'Imana Data aho duhabwa ku migisha itagira iherezo.

Izere kandi ushike mu buzima Imana yaguteguriye!

*"Ko bimeze birtyo, tuvuge iki? Bisanzwe Imana iri mu ruhande rwacu, uwoturwanya ni nde? Itimanye Umwana wayo, ikamutanga kubgacu twese, izobura ite kutugabirira vyose kuri we?"*

***— Abaroma 8:31–32***

Reka dusubize amaso mw'Itanguriro, turabe ku mutima w'Imana Data wo mw'ijuru ifise kuri twebwe. Imbere y'aho, reka dusome aya majambo adufashe.

*"Petero yanzika kuvuga, ati N'ukuri ni ho nkimenya yukw Imana itarobanura abantu ku butoni, ariko mu mahanga yose uyubaha, agakora ivy' ukugororoka, iramwemera."*

***— Ivyakozwe n'intumwa 10:34–35***

*"Kuko mwese ababatirijwe kuba aba Kristo mwambaye Kristo. Ntihashobora kuba Umuyuda cank' Umugiriki, ntihashobora kuba umugurano cank' uwidegemvya, ntihashobora kuba umugabo cank' umugore; kuko mwese mur' umwe muri Kristo Yesu."*

***—Ab'i Galatiya 3:27–28***

Reka rero twemeranye kwizera kandi kwakira iyi mirongo nk'iyivuga kuri twebwe. Ntituri abasanzwe mu mugambi w'agakiza. Nimba warakiriye Yesu nk'Umwami w'ubuzima bwawe, ukaba warihanye icaha, umenye ko nimba Imana yarigeze ikunda kandi ikemera umuntu, uwo ni wewe!

Warashizweko ikimenyetso c'ibihe bidashira muri Kristo.

Nimba twibona ko dutandukanye n'ivyo, bisigura ko tudafise ukwizera kwuzuye kandi kw'ukuri muri Yesu Kristo.

Ibuka inkuru zivuga ivyerekeye Itongo rya Edeni, ahantu havugwa ko hari ibiti bibiri vy'ubwoko bubiri nyene. Turamaze kuvuga ku giti 'Kimenyekanisha Ikibi n'Iciza' ariko kirya giti kindi co? Cari 'Igiti c'Ubugingo'.

Imana yavuze ko bashobora kurya ku biti vyose kiretse ku 'Giti kimenyekanisha Ikibi n'Iciza'.

Igiti c'ubugingo kiri mu biti umwana w'umuntu yari afitiye uburenganzira.

Mw'itongo, Imana yahaye akaryo umuntu ko guhitamwo ubugingo budashira na Yo, canke guhitamwo kutumvira no gupfa. Iyaba Adamu na Eva batari kutumvira Imana, bari kuba barariye ku 'Giti c'Ubugingo' bakigumira mw'itongo. Ntihari kubaho ukugwa, kandi urupfu ntirwari kuronka inzira ku muntu.

**Intumbero Imana ifitiye Umwana w'umuntu ntirahinduka. Itanga inzira yo gushika ku bugingo biciye muri Yesu Kristo, kandi umuntu arashobora guhitamwo kwakira Kristo canke agahitamwo kwanka akaguma mu rupfu.**

Ubu rero ko twamaze kubona ibi reka tubandanye, dukurikikire umutima w'Imana kuri twebwe kuko irondera guhezagira no gukiza abana bayo.

*"Maz' Imana irabahezagira, iti Ni murondoke, mugwire, mwuzure isi muyiganze."*
***— Itanguriro 1:28***

*"Maz' Imana ihezagira Nowa n'abana biwe, irababarira, iti Ni murondoke, mugwire, mwuzure isi."*
***— Itanguriro 9:1***

*"Nanje nzoguhindura ubgoko bukomeye, nzoguha umugisha, izina ryawe ndarigire rurangiranwa; n'abandi baze bagire umugisha kubgawe."*
***— Itanguriro 12:2***

*"Kandi Aburamu yar' umutunzi cane w'amasho n'imikuku n'amafeza n'amazahabu."*
***— Itanguriro 13:2***

*"eka mbere no kuguha umugisha nzowuguha, kandi no kugwiza nzogwiza uruvyaro rwawe, rungane n'inyenyeri zo kw ijuru, canke n'umusenyi wo mw isesero ry'ikiyaga."*
***— Itanguriro 22:17***

*"Maze Isaka abiba mur' ico gihugu, mur' uwo mwaka nyene yimbura ibirenze ivyo yabivye ingero ijana. Uhoraho amuha umugisha. Uwo mugabo aba umutunzi, agenda arushiriza, gushitsa aho yabereye umutunzi bihebuje. Uhoraho amwiyereka iryo joro, aramubgira, ati Nd'Imana ya so Aburahamu: ntutinye, kuko ndi kumwe nawe, kandi nzoguha umugisha, ngwize uruvyaro rwawe, kubg' umusavyi wanje Aburahamu."*
***— Itanguriro 26:12–13,24***

*"Uhoraho abarira Mose, ati Barira Aroni n'abana biwe, ut' Uku abe ari ko muzohezagira Abisirayeli: muze muvuge, mut' Uhoraho aguhe umugisha,*

*akuzigame; Uhoraho akumurikishirize mu nyonga hiwe, akugirire neza; Uhoraho akurabe neza, aguhe amahoro. Ukw abe ari ko bashira izina ryanje ku Bisirayeli; nanje nzobaha umugisha."*

***— Guharura 6:22–27***

*"Raba, nabariwe kubahezagira: Na yo yarabahezagiye, nanje Icahashobora kubihindura."*

***— Guharura 23:20***

*"Ni mwagira umwete wo kwumvira Uhoraho Imana yanyu, mukitondera ivyagezwe vyiwe vyose mbagera uyu musi, mukabishitsa, Uhoraho Imana yanyu azobashira hejuru gusumba amahanga yose yo mw isi. Kand' iyi mihezagiro izobazako, ibashikire, ni mwumvira Uhoraho Imana yanyu. Muzogira umuhezagiro mu bisagara, muzowugira no mu matongo. Uruvyaro rwo mu nda zanyu ruzohezagirwa, bo n'imirima yo mu ndimiro zanyu, n'uruvyaro rw'amasho yanyu, inka zanyu zirondoke, bo n'imikuku yanyu. Mu bisimbo vyanyu hazoba umuhezagiro, bo no mu twato twanyu mucumbamwo. Muzogira umuhezagiro mu maja no mu maza. Uhoraho azotuma abansi banyu babakuriye hasi batsindirwa imbere yanyu: bazozanana inzira imwe babateye, babahunge baciye mu nzira ndwi. Uhoraho azorungika umugisha ubane namwe, ube mu bigega vyanyu no mu vyo mukora vyose; kand' Uhoraho Imana yanyu azobahera umugisha mu gihugu abahaye. Uhoraho azobahagarikira ngo mumubere ihanga ryera, nk'uko yabarahiye, ni mwitondera ivyagezwe vyiwe, Uhoraho Imana yanyu, mukagendera mu nzira ziwe. Kand' amahanga yose yo kw isi azobona yuko mwitiriwe izina ry'Uhoraho, abatinye. Uhoraho azobasesekariza ivyiza, agwize uruvyaro rwo mu nda zanyu, n'urwo mu masho yanyu, n'imirima yo mu ndimiro zanyu, mu gihugu yarahiye ba sogokuruza banyu kw azokibaha. Uhoraho azobugururira ijuru, ari ryo bubiko bgiwe buninahaye, ngw ahe igihugu canyu imvura mu gihe cayo, ahezagire n'ibikorwa vyanyu vyose; amahanga menshi azoza kubagurana, ariko mweho ntimuzoja kuyagurana. Uhoraho azobagira umutwe, ntazobagira umurizo; muzokwama mur' abo hejuru, ntimuzoba abo hasi, ni mwumvira ivyagezwe vy'Uhoraho Imana yanyu mbagera uyu musi, mukavyitondera mukabishitsa."*

***— Gusubira mu vyagezwe 28:1–13***

Ubu rero reka turabe imirongo imwe itwereka imigisha yose Imana yasezeraniye Aburahamu hamwe n'ihanga rya Isirayeli yacitse iyacu biciye muri Yesu Kristo!

*"Kristo yaducunguye umuvumo w'ivyagezwe, yacitse ikivume kubgacu; kuko handitswe ngw Azoba avumwe umuntu wese amanitswe ku giti: kugira ng' umugisha wa Aburahamu ushike ku banyamahanga, bawuheshejwe na Yesu Kristo, kugira ng'ukwizera kuturonkeshe Mpwemu twasezeraniwe."*

***— Ab'i Galatiya 3:13 & 14***

*"Ko mur' aba Kristo, mur' uruvyaro rwa Aburahamu, mur' abaragwa nk'uko vyasezeranywe."*

***— Ab'i Galatiya 3:29***

Mu kuruhukira mu gikorwa gisozerewe neza c'Umusaraba, dusanga kandi ko twagizwe abari mu muryango wa Isirayeli kandi twacitse abahungu n'abakobwa ba Aburahamu, se w'ukwizera kwacu.

Nk'uko dusoma mu vyanditswe, ihanga rya Isirayeli; imbuto yo mu maraso ya Aburahamu ntiyakunze cane uwayiteye kubera ukuntumvira.

Ariko n'ubwo kandi vyagenze uko, umutima w'Imana wagumye ari umutima w'urukundo.

*"Kuko nzi ivyiyumviro mbiyumvirako, ni jewe Uhoraho mbivuze, kw ar' ivyiyumviro vy'amahoro, atar' ivy' ivyago, kugira ngo mbahe ivyizigiro vyo mw iherezo ryanyu. Kandi muzonyambaza, muzoza munsenge, nanje nzobumva. Muzondondera kandi muzombona, ni mwandondeza umutima wanyu wose."*

***— Yeremiya 29:11–13***

*"Mbega mugira ngo mpimbarwa n'uk' umunyavyaha apfa? ni k'Umwami Uhoraho abaza; ikimpimbara s'uko yohindukira akava mu ngeso ziwe akabaho?"*

***— Ezekiyeli 18:23***

Imana ishaka gusa ko tugira ubugingo kandi tukabugira busagutse.

*"Igisuma ntikizanwa n'ikindi, Atar' ukwiba, n'ukwica, n'ugutikiza; nanje jeho nazanywe no kugira ngo zironke ubugingo, kandi ngo ziburonke busagutse."*

***— Yohana 10:10***

Nta kintu na kimwe kibi kiri mu Mana canke mu mugambi yayo kuri twebwe, kandi nta ciza na kimwe kiri mu mwansi n'ivyo atwipfuriza.

**Imana irondera gusa gukunda no guhezagira ariko umwansi we ashaka kwiba no kwica. Tubifateko ingingo neza mu mitima yacu, Imana iradukunda, kandi urukundo rwayo ntirwigera rukama.**

Imana yeretse urukundo isi biciye muri Yesu Kristo.

Dutegerezwa kwakira ivyo biciye mu kwizera no mu kuruhuka.

> *"Uwatura yuko Yesu ar' Umwana w'Imana, Imana iguma muri we, na we akaguma mu Mana. Natwe twamenye kandi twizeye urukundo Imana idufitiye. Imana n'urukundo; kand' uguma mu rukundo aguma mu Mana, Imana ikaguma muri we."*
>
> ***— 1 Yohana 4:15–16***

**Imana iradukunda, kandi ivyo ntaco tubihindurako! Turavyizera gusa kandi tukamenya ko Kristo yapfuye ku bwacu kubera urukundo rwiwe rwinshi.**

Aratubohora hanyuma, n'urubavu rugaragaramwo inkovu, ibiganza bitobowe n'imisumari, akatubaza mu rukundo ati 'Mbega wonkurikira?'

# IGICE CA 11: UTEGEREZWA KURUHUKA

**Uzuza**

1. ______________________ bufatiye ku co Imana yakoreye umuntu.

2. Mu Bukirisu, turonka ukwemerwa biciye mu_______________ ivyavuye mu kimazi catanzwe n'amaraso ya Yesu.

3. Abakristo baruhuka bazi ko?____________________________________

4. Amaraso ya Yesu atwoza icaha cacu cose kandi ______________ mu migenderanire n'Imana, akadushira mu kibanza c'ubugororotsi hamwe na Kristo ubwiwe.

5. Dutegerezwa kugerageza guheba kwegera Imana biciye___________Tugatangura kweyegera biciye _____________________________________ mu co yakoze.

6. Mu kwizera _________________ ni ho honyene ducungurirwa.

7. Abakristo baruhukira mu____________________ ko bamaze kuronka ikibanza cabo imbere y'Imana.

8. Ntuze wigere wemerera umwansi kukurongorera mu_________________ko hari ikibazo kiri hagati yawe n'Imana.

9. Mpwemu Yera arazana ukwemezwa mu mitima yacu igihe _____________ .

10. Ntuze wigere ukekeranya _________________________ !

11. Iyo tubayeho mu kinyoma c'umwansi hamwe n'agahahazo ko kwicira imanza, tuba turiko turahakanira Kristo mu gutera ibitugu____________tukabisubiriza ibikorwa vyacu.

12. Imisi yose Satani aguma agerageza kutu________________ngo twizere ko Imana atari urukundo.

13. Turi aba ______________ na Kristo.

14. Ubu ________________ ku meza y'umuryango w'abana b'Imana.

15. Imana iradukunda ___________________________.

16. Imana ________________________ no gukunda no guhezagira gusa.

17. Umwansi ___________________ no kwiba no kwica gusa.

18. Imana ntirobanura ku butoni, bisigura ko igihe twakiriye Kristo, idukunda, _________________n'umuntu wese yamwakiriye. Nimba hari umuntu Imana yoba yarigeze kubona nk'uwutunganye muri Kristo, uko ni ko ibona n________________ako atunganye.

19. Iyo dukoze icaha, tuba ______________ ubwo bucuti bw'____________________

20. Mpwemu Yera arazana _____________ muri twebwe. Iyo ivyo bibaye dutegerezwa guhindukirira Kristo______________________mu___________

21. Nk'uko dukeneye amaraso ya yesu ngo adukize, turakeneye kandi___________ngo atuzigame.

22. Igihe twihanye vy'ukuri kandi tugatera ibitugu icaha, tuba dushobora kandi____________mu kibanza cacu c'imbabazi n'urukundo.

23. Yesu arabaza mu rukundo ati___________________________-.

**Hitamwo Inyishu**

1. Itandukaniro riri hagati y'ubukristo n'ayandi madini ni:

    A. Ico umuntu ategerezwa gukorera Imana.
    B. Ico Imana yakoreye umuntu.
    C. Ivyo bibiri vyose
    D. Nta na kimwe muri ivyo.

2. Mu Bukristo, turonka ikibanza cacu biciye mu kwizera icakozwe n'ikimazi c'amaraso ya Kristo.

A. Ni vyo
B. Si vyo

3. Uko tugendera muri Mpwemu, ntitukirengagize akaruhuko turonka mu kwizera igikorwa gisozerewe ca Kristo.

   A. Ni vyo
   B. Si vyo

4. Mu gihe tuba turi mu karuhuko dutegerezwa kubandanya tugaburirwa

   A. Kw'Ijambo
   B. Kugendera mu kwumvira
   C. Kwumviriza ijwi rya Mpwemu Yera
   D. Vyose uko ari bitatu

5. Dutegerezwa kwihana ningoga icaha cacu iyo Mpwemu Yera akitwemeje

   A. Ni vyo
   B. Si vyo

6. Turihenda ko rimwe na rimwe Imana iba

   A. Inezerewe
   B. Yaratse cane
   C. Yishavuje
   D. Ivyo vyose

7. Satani ashaka ko tubaho ..................................................... aho kuba mu kuri kw'uko dukunzwe kandi twakiriwe n'Imana.

   A. Mu kwicira urubanza
   B. Mu mahoro
   C. Mu kuri
   D. Mu kwizera inkomezi zacu

8. Dutegerezwa kwiga kuruhukira mu gikorwa gisozerewe c’amaraso ya Kristo.

   A. Ni vyo
   B. Si vyo

9. Imana iradukunda kandi___________________ kuduhezagira muri buno buzima n’imyaka yose.

   A. Yasezeranye
   B. Ugusesekara
   C. Itegerezwa
   D. Nta na kimwe ari co

10. Iyo vy’ukuri twihanye, tukava mu caha, tuba dushobore kuruhuka mu rukundo no mu migisha y’Imana.

   A. Ni vyo
   B. Si vyo

**Ibibazo Vyishurishwa Ibisomwa**

1. Sigura akaruhuko ko muri Bibiliya mu majambo yawe uko wayatahuye muri kino gice.

   ______________________________________________
   ______________________________________________
   ______________________________________________

2. Mu gikorwa co kwihana haba iki?

   ______________________________________________
   ______________________________________________
   ______________________________________________

3. Ducungurwa gute?

   ______________________________________________
   ______________________________________________

4. Ubuzima bushingiye ku vyagezwe n'iki

5. Andika amajambo yo muri 1 Yohana 3:1.

CHAPTER 12

# UMUBIRI

Tumaze gusoma Isezerano Rishasha, turabona neza ingene ukuvuka ubwa kabiri birengeye guhindura ivyiyumviro n'uburyo bwo kwiyumvira. Ni ubugingo bushasha. Dutegerezwa kwibona gushasha, nk'abantu bagize umuryango mushasha witwa Umubiri wa Kristo, Ishengero.

**Abantu bagaragara mu kibano cacu nk'ishengero ni bo twita abagize ishengero ryo mu kibano. Ni muri uwo muryango tubaho ubuzima bw'urukundo rwasutswe mu mitima yacu na Kristo.**

Ishengero si irya nyubakwa dukoraniramwo, ahubwo ni Umubiri wa Kristo ugizwe n'abizera. Reka turabe amajambo makeya avuga ivyo mu mirongo ikurikira.

*"Ariko ni naba ngitevye n'ukugira ng' uz' umenye uko bikwiye kugenzwa mu ngoro y'Imana, ni yo shengero ry'Imana nzima, vyongeye ni yo nkingi ishigikiye ukuri."*

***— 1 Timoteyo 3:15***

*"Mwubakwe nk'amabuye afise ubugingo, kugira ngo mube inzu yo mu buryo bg'impwemu, mugire ibango ry'ubuherezi ryera, ngo mutange ibimazi mu buryo bg' impwemu, bishimwa n'Imana kubga Yesu Kristo."*

***— 1 Petero 2:5***

Imana ntikitubona nk'uko twahora, ahubwo nk'ingingo z'umubiri wa Kristo mw'isi.

*"Kukw ata muntu yigeze kwanka umubiri wiwe, arikw arawugaburira, akawubungabunga, nk'uko Kristo na we agirira ishengero: kuko tur' ingingo z'umubiri wiwe."*

***— Abanyefeso 5:29–30***

*"Kandi Imana yamushikirije vyose, ibishira musi y'ibirenge vyiwe, kand' imuha ishengero ngw abe umutwe waryo wo gusumba vyose."*

***— Abanyefeso 1:22***

Turi ingingo z'umubiri wa Kristo, ari ryo Shengero. Ivyanditswe bitwigisha ko Umubiri ufise ingingo nyinshi hamwe n'ibice vyinshi ariko ni umubiri umwe.

> *"Nk'uk' umubiri ar' umwe, ukagira ingingo nyinshi, kand' ingingo z'umubiri zose nah' ari nyinshi ar' umubiri umwe, ni ko na Kristo ari.*
>
> *Kuko muri Mpwemu umwe, twese ari ho twabatijwe ngo tube umubiri umwe, naho boba Abayuda cank' Abagiriki, naho boba abagurano cank' abidegemvya. Kandi twese twanyweshejwe Mpwemu umwe."*
>
> ***—1 Ab'i Korinto 12-13***

> *"Umubiri s'urugingo rumwe, ariko ni nyinshi. ... Namwe mur' umubiri wa Kristo, kand' umuntu wese wo muri mwebge n'urugingo rwawo."*
>
> ***— 1 Ab'i Korinto 12:13–14,27***

Iyo twakiriye Yesu, Aba afise ikibanza cacu ku mubiri wiwe. Ata gucisha hirya no hino, Ijambo rivuga ko tutaciganza ahubwo dusigaye tuganzwa n'Imana.

**Ntidushobora kugiranira imigenderanire myiza n'Imana iyo tudafise imigenderanire myiza n'Ishengero. Dukwiye kubitahura neza ko iki atari iciyumviro kidafise aho gifatiye. Mu buryo bw'umubiri n'impwemu, dutegerezwa kugiriranira imigenderanire n'ishengero kandi tukagira ico turimazemwo.**

> *"Nuko bene Data, ndabahanura kubg' imbabazi z'Imana, ngo mutange imibiri yanyu ibe ibimazi bizima vyera, bihimbara Imana, ni kwo kuyikorera kwanyu kwogira ikimazi."*
>
> ***— Abaroma 12:1***

Raba neza, ijambo rivuga ngo dutange imibiri yacu, si ukuvyemera gusa, ni ukubikora mu buzima bwacu mu kibano c'ishengero.

> *"Kandi twiyumviraneko, kugira ngo turwane ishaka ryo gukundana n'iry' ibikorwa vyiza, twoye guheba gukoranira hamwe, nk'uko bamwe bagira, ariko duhanurane, kand' uko mubonye wa musi wegereza, murushirize kugenza murtyo."*
>
> ***— Abaheburayo 10:24–25***

Kugira ngo dukure tube abantu Imana ishaka ko tuba, dutegerezwa kuba igice gishitse c'umubiri wa Kristo ari wo shengero ryo mu kibano.

Mw'ishengero ryo mu kibano, ni ho urukundo rw'Imana rugararagarira. Aha ni ho urukundo rw'Imana rugaragarira mu buryo bufashe.

*"Kuk' ubu ari bgo butumwa mwumvise uhereye mbere na mbere, ngo dukundane ... Iki ni co kitumenyesha urukundo, n'uk' uwo yatanze ubugingo bgiwe kubgacu: natwe dukwiye gutanga ubugingo bgacu kubga bene Data."*

***— 1 Yohana 3:11–16***

Raba ingene Ijambo ritatubwira ngo dutange ubuzima bwacu kuri Kristo, ahubwo tubutange ku bwa benedata bandi.

> "*Abo nkunda, dukundane: kuk' urukundo ruva ku Mana. Umuntu wese akundana yavyawe n'Imana, kand' azi Imana. Udakundana, ntazi Imana, kukw Imana ar' urukundo. Iki ni co caseruye urukundo rw'Imana muri twebge, n'ukw Imana yarungitse Umwana wayo w'ikinege mw isi, kugira ngo duheshwe ubugingo na we. Iki ni co kirimw' urukundo, s'uko twebge twakunze Imana, ariko n'ukw ari yo yadukunze, igatuma Umwana wayo kuba impongano y'ivyaha vyacu. Abo nkunda, kw Imana yadukunze irtyo, natwe dukwiye gukundana."*
>
> ***— 1 Yohana 4:7–11***

Reka twigire hamwe rero uko Imana ishaka Umubiri ko ukora mu gihe umaze kuba hamwe.

> *"Ni bite ga bene Data? Iyo mukoranye, umuntu wese aba afise indirimbo, cank' amajambo yo kwigisha, cank' amajambo ahishuriwe, cank' ururimi rutamenyekana, cank' amajambo yo kurusobanura. Vyose bikorwe kugira ngw abantu bakomezwe."*
>
> ***— 1 Ab'i Korinto 14:26***

Dutegerezwa kubona ingene uwu murongo uvuga 'umwe wese' ivyo bituma dutahura ko natwe turimwo. Nimba twarakiriye Yesu mu mutima, kandi nimba dushaka kuba abigishwa biwe, dutegerezwa guha ikibanza kibereye Mpwemu mu mitima yacu.

Imana ihamagararira bamwe mu bakozi bayo kuyikorera mu mabango amwe yihariye. Bibiliya ivuga amabango atanu ahabwa abantu bari mw'ishengero kugira ngo abera bakomezwe. Ibi ni vyo vyitwa 'Amabango atanu'.

> *"Kandi yahaye bamwe kuba intumwa, abandi kuba abavugishwa na we, abandi kuvuga ubutumwa bgiza, abandi kuba abungere n'abigisha. Kugira ngw abera babone gutungana, baheze bakore igikorwa co kugabura ivy'Imana, bubake umubiri wa Kristo: kugeza aho twese tuzoshikira ku kugiriranira ubumwe buva ku kwizera n'ukumenya Umwana w; Imana, kandi kugeza aho tuzoshikira kuba abantu bakuze, no ku rugezo rw'ubwinshi bw'ukunengesera kwa Kristo."*
>
> **— *Abanyefeso 4:11-13***

Ivyanditswe biravuga mu buryo butomoye ko ari umugambi w'Imana ko ayo mabango atanu aboneka mw'ishengero ryo mu kibano kugeza umwe wese ashitse ku kigero no ku kunengesera kwa Kristo. Mu yandi majambo ayo mabango atanu azokorera abera kugeza Kristo agarutse, canke kugeza umwe wese mw'ishengero ameze nka Kristo. Ubuzima, ubushobozi hamwe n'intumbero za Kristo yazutse bigaragarira aho ayo mabango atanu ariko arakorera mu rutonde rw'Imana. Nk'uko umukubuzo ukubura imbuga ukayitunganya, ni ko n'ayo mabango atanu akwiye kwakirwa kandi agakora mw'ishengero kugira ngo uwo mubiri wa Kristo ugire amagara meza kandi uhagarare ushikamye.

Mw'ikoraniro, dusangamwo abadiyakoni n'abatama. Abadiyakoni ni bo bakurikirana itunganywa ry'ishengero kandi bagakorana n'ishengero nayo abatama bihebera gusenga n'Ijambo.

Ibi ntibikwiye kuba urwitwazo rutuma bamwe muri twebwe bibona ko basumba abandi muri Kristo. Iyo dusomye igitabo c'Ivyakozwe n'intumwa, turabona ko abadiyakoni bakoze na bo ibitangaza vyinshi nk'uko intumwa zabikoze.

Twokoresha ubwo bushobozi canke tutobukoresha, twese twari dukwiye kwipfuza gukura tukagera ahantu dushobore gukora rimwe muri ayo mabango.

Mu cete Paulo yandikiye Abaroma, turiga ingene Imana ifise ikibanza co gukoreramwo igikorwa cayo twese mw'ishengero. Mpwemu Yera aha umwe wese Ubuntu, ubushobozi duhabwa na we, kugira ngo dukore kandi dukorere abandi mu rusengero.

*"Nk'uko mu mubiri umwe dufise ingingo nyinshi, kand' ingingo zose zitagira igikorwa kimwe, natwe ni ko turi; turi benshi, kandi tur' umubiri umwe muri Kristo, umuntu wese n'urugingo rwa mugenzi we. Nuko dufise ingabire zitandukana, nk'uk' ubuntu twahawe butandukana: namba twarahawe kuvugishwa n'Imana, tuvugishwe na yo uk' ukwizera kwacu kungana; canke namba twarahawe igikorwa co mw ishengero, tugishishikare; cank' uwigisha ashishikarire kwigisha; cank' uhanura ashishikarire guhanura; ugira ubuntu, abugire ata kinubge; uganza aganzanye umwete; ugira imbabazi, azigire anezerewe. Urukundo rwanyu rwoye kuba uruheyiheyi. Mwanke ibibi, mumatane n'ivyiza; ku vyo gukunda bene Data, mukundane rwose; ku vy'icubahiro, umuntu wese ashire imbere mugenzi we; ku vy'ugushishikara, ntimugire urwangara; mukovye mu mitima gukorera Umwami wacu."*

***— Abaroma 12:4–11***

Uwu murongo utubwira ko turi ingingo z'umubiri umwe. Utubwira kandi ko uko tugendera mu rukundo, dukwiye gukoresha ingabire zacu ngo zubake ishengero.

**Mw'ishengero, ni ho turonkera inkomezi zo gukurira muri Yesu no kwiyegura mu bikorwa bisizwe amavuta Imana yahashize. Uko tubana n'abandi, ni ko tumenya imigambi n'imigabo y'ubuzima bwacu muri We.**

Hariho ibintu bavuga kera ngo 'Ugomba gukura, urigaragaza.' Si akantu karyoshe gusa ahubwo ni n'ukuri! Nk'uko Imana yagenye ko abana bakurira mu muryango, yanagenye ko abakristo bakurira mw'ishengero ryo mu kibano. Uko twemera kugenda uko, ubuzima bwacu burahinduka, tugakura, tukaba abigishwa bakuze, kandi tukagera kure muri Kristo, ndetse uko dukora igikorwa cacu mu mubiri. Duhinduka abayihimbara muri vyose, tukama ivyamwa ndetse tugakura mu bikorwa vyiza.

Ubugira kandi, nagomba kugutera intege ko ubukristo atari idini, ni imigenderanire.

**Umubiri wa Kristo si ishirahamwe, ni ikinyabuzima kigenda.**

**Ntirishobora kuba ikintu kiguma hamwe.**

Abakizwa uwu musi ni bo bavamwo intumwa, abapasitori, abigisha, abavugabutumwa n'abavugishwa.

**Mu mubiri muzima, haraboneka abakizwa bashasha bakura bakavamwo abarera abandi muri kazoza.**

Iyo Umubiri uriko ukora neza, umuntu wese arabona ibango kibereye co gukoreramwo ndetse n'imigenderanire.

Ubwa mbere igikorwa dukora tugitumbereza ku Mana, hanyuma kigatumbera mu buryo bukikamye, mu mubiri wa Kristo, kikazana ubushobozi hamwe n'ukubaho kwa Mpwemu Yera.

Urutonde rwo gukurikizwa ni uru: dutegerezwa kuba mu migenderanire myiza n'Imana, tukabaho twuzuye Mpwemu Yera, mu migenderanire y'urukundo, maze tugaca duhamagarirwa na Kristo gutabara isi yazimiye kandi iriko irapfa. Igihe bikozwe bidaciye mu rutonde rw'Imana, habamwo ibice n'ukuzazanirwa, canke n'imiburiburi, hakaba kudakura no kwumagana, aho kuronka ubuzima hamwe n'urukundo vya Yesu.

Dutegerezwa gutora uburyo bwiza tugiriraniramwo imigenderanire myiza n'ishengero rya Kristo. Ndiko mvuga ibi kuko nshaka kubagabisha ku bibazo mushobora guhura mw'ishengero igihe kimwe canke ikindi. Ukwiye kubimenya kugira nimwahura n'ibibazo ntuzocike intege canke ngo wiyonjorore. Hari igihe mw'ishengero, bivuye ku kudakura hamwe n'ibikorwa vya kameremere duhura n'intambara zo kwicamwo ibice.

> *"Ariko namba mugira ishari ry'inkazi mu mitima yanyu, mugakunda kwirema ibice, mwoye kwirata, mubesha, mucumura ku kuri. Ubgo bgenge si bgo bgururuka buvuye mw ijuru, ariko n'ubg' isi, n'ubg' abantu, n'ubg' abadayimoni. Kukw ah' ishari riri, bo no kwirema ibice, ari ho umuvurungano uri, n'igikorwa kibi cose."*
>
> **— *Yakobo 3:14–16***

> *"Erega jewe Icahadaba nk'ukw abantu baraba: kukw abantu baraba ku rukoba gusa, ariko jewe Uhoraho ndaba mu mutima."*
>
> **— *1 Samweli 16:7***

Ni ikintu kiba mw'ishengero kandi kibabaje cane aho abantu usanga bariko bakora ibintu badafise intumbero nziza. Iyo ivyo bishitse, dutegerezwa kubona kure y'ivyo tukaraba Imana dukorera hanyuma tukabandanya mu migenderanire yacu na Kristo.

Imana iriko ikora igikorwa gitunganye hagati mu bantu badatunganye. Nk'uko Ijambo ritubwira muri 2 Korinto 11:3, ngo nk'uko Eva yahenzwe, rimwe na rimwe na benedata barahendwa mw'ishengero. Iyo hari abantu bariko barongorwa na kameremere ntibumvire uburongozi bwa Mpwemu, harashobora kuba benshi bakomereka bigatuma bagwa. Ibi ntidukwiye kuvyemerera kutubako. Bikunda ko tugumana ukuri ku Mana mu bihe vy'intambara biva kuri vyo, iyo twize gusenga cane no kwihangana. Iyo ibihe nk'ivyo bishitse dukeneye kwegera Mpwemu Yera kugira ngo aturongore muri ico gihuhusi. Iyo twagiye kure y'imigenderanire na Mpwemu Yera, n'imigenderanire dufitaniye n'abandi, ivyo bihe birashobora kudutera guheba Imana n'imigambi yayo kuri twebwe. Ntidushobora kwigera twemerera ivyo kutujana ahantu tugwa, tukikura mu migenderanire n'ubuzima bwo mu mubiri wa Kristo. Imisi yose Mpwemu Yera aratubwira igihe tuba dukwiye kurondera uwundi mugwi dukoraniramwo.

Igihe dukomeretse, dutegerezwa kubabarira! Igihe twakomeretse, Kristo azotuvura. Iyo tugumye turi abizigirwa kuri we, biramuhesha icubahiro. Novuga, mfatiye ku vyo naciyemwo ubwanje ko ari mu bihe vyaba bigoye cane mw'ishengero, nashoboye kuba mu buzima bushikamye muri Kristo kuko nategerezwa kurondera inzira insohokana muri ivyo bintu. Ni iki gihe twiga kwumvira Bibiliya no kwumva Mpwemu Yera kuko twigobotora mu mitego n'ukugendera ku vyo abantu bavuga co kimwe n'ibinyoma vy'umwansi.

**Birakenewe cane ko dushinga imizi mw'Ijambo, umwe wese ku giti ciwe, birtyo ntitwama dukesha ishengero canke abandi ivyerekeye imigenderanire yacu n'Imana.**

Ibi kandi biba bikenewe cane iyo turiko turondera ishengero rishasha canke twimutse mu gace kamwe tuja kuba ahandi. Iyo twisanze turi mu mugwi w'abantu batumvira Bibiliya, ikidufasha kwirinda gukomereka canke gusamburwa n'inyigisho mbi, ni ubumenyi dufise bw'Ivyanditswe.

**Abakristo benshi uwu musi barize amashure neza, ariko nta kimazi bafise kubera batemera kwumvira Imana mu bijanye no kwiyegurira ishengero. Ubwibone bwabo bw'abanyabwenge buzana gucira urubanza ikintu cose ni bwo butuma ata kintu na kimwe bakora.**

Aho kwama ivyamwa, abo bakristo bahinduka abantu biyemera gusa. Ivyo ntidukwiye kubireka ngo bitubeko. Nimba tugomba gukura mu kuba ibikoresho bizima Imana

idukeneyemwo, dutegerezwa kwumvira Mpwemu Yera, kandi tukaba aho ishaka ko tuba.

Iyo dukoranye na benedata mw'ishengero, umwe mu myanya uhambaye kurusha iyindi ni igihe duhuriye hamwe ku meza y'Umwami. Nibaza ko uburyo bwiza bwo gusobanura ibi ari ugusoma ivyo Paulo yandikiye abo mw'ishengero rya mbere.

> *"Kukw ico nahawe n'Umwami wacu ari co nabashikirije namwe, yuk' Umwami Yesu mw ijoro yaguzwemwo yabiriye umutsima, akawushimira Imana, akawumanyagura, akavuga, at' Uyu n'umubiri wanje ubatangiwe, murahora mugira murtya kugira ngo kibe icibutso canje. N'igikombe akigenza artyo, bahejeje kurya, arababgira, at' Iki gikombe n'isezerano risha ryo mu maraso yanje; murahora mugira murtya uko muzonywako, kugira ngo kibe icibutso canje. Uko murya uwo mutsima kand' uko munywera kur' ico gikombe, muba mumenyekanisha urupfu rw'Umwami wacu, kugeza ah' azozira."*
>
> ***— 1 Ab'i Korinto 11:23–26***

Sinzi ko noshobora gusigura umunezero ngira iyo ndi ku meza y'Umwami! Ndashimira Imana ko ata muntu n'umwe anserukira kuri yo muri uwo mwanya. Amaraso ya Yesu atuma nshika aho Imana iri, kandi ico nta muntu n'umwe yokintwara. Imana imaze kunsanga aho hantu kenshi kandi mu buryo bwinshi. Iyo ata caha dufise kandi twejejwe, turashobora kwitega ko ivuga, igakosora, igatera intege, ikabohora ndetse ikanadukiza uko twizera mu gihe c'isangira ryera.

Ikindi gikorwa gihambaye kibera mw'ishengero ni ukurambikwako ibiganza.

**Nta kintu kiryoshe nko gukorwako na Yesu biciye mu rukundo rwa benedata. Ibi biba iyo benedata bo mw'ishengero baturambitseko ibiganza ngo turobanurirwe igikorwa kanaka co mu buryo bw'impwemu.**

Ibi bikorwa mu buryo bwinshi, kandi bwose bufatiye ku Vyanditswe. Ukurambikwako ibiganza bikoreshwa muri Bibiliya nko guhuza umuntu n'ubushobozi bw'Imana ngo habe ukwizera gukiza ingwara.

*"Hafi y'aho hantu har' amatongo y'umukuru w'ico kizinga, yitwa Pubiliyo, aratwakira, atuzimana neza imisi itatu. Se wa Pubiliyo yar' arwaye inyonko kand' agacibgamw'*

*amaraso. maze Paulo yinjira i we, arasenga, amurambikakw ibiganza, aramukiza. Ivyo bibaye, abandi bari n'indwara bo mur' ico kizinga baraza, arazibakiza."*

***— Ivyakozwe n'intumwa 28:7–9***

*"Muri mwebge namba harih' urwaye, n'atumekw abashingantahe b'ishengero, baze kumusengera, bamusige amavuta ya elayo mw izina ry'Umwami wacu. Kand' ugusenga gufatanije n'ukwizera kuzokiza umurwayi, Umwami azomuvyura: kand' asanzwe yarakoze ivyaha azobiharirwa."*

***— Yakobo 5:14–15***

N'ubwo dusanzwe tubizi ko kurambikwako ibiganza vyakorwa kenshi mw'Ishengero rya mbere, hariho ibihe hagaragaye ukwizera no gukira bitiriwe birabamwo kurambikwako ibiganza. Nk'akarorero, hariho abantu bakijijwe n'igitutu ca Petero. Abandi bakize kubera habaye kuvugwa ijambo gusa. Ariko icakoreshejwe kenshi ni kurambikako ibiganza.

Reka turabe ibindi bice kurambikwako ibiganza vyakoreshwa mu yindi ntumbero atari ugukira ingwara gusa.

> *"Ananiya aragenda, yinjira mu nzu, amurambikakw ibiganza, aramubgira, ati Sauli, mwene Data, Umwami arantumye, ni we Yesu yakubonekereye mu nzira wazananye, ng'uhumuke, wuzuzwe Mpwemu Yera. Uwo mwanya ibisa n'ibikaragashi bimuva ku maso, arahumuka, ava hasi, arabatizwa: maz' ararya, intege ziragaruka."*
>
> ***— Ivyakozwe n'intumwa 9:17–19***
>
> *"Bariko barasenga Umwami Imana bisonzesheje, Mpwemu Yera aravuga, ati Ni mundobanurire Barunaba na Sauli bankorere igikorwa nabahamagariye. Nuko bisonzesheje, basenze, babarambitsekw ibiganza, barabarungika."*
>
> ***— Ivyakozwe n'intumwa 13:2–3***
>
> *"Ntiwanjanjwe ku ngabire iri muri wewe, imwe waheshwa n'ivy' abavugishwa n'Imana mu kurambikwakw ibiganza vy'abakuru."*
>
> ***— 1 Timoteyo 4:14***
>
> *"Ni co gituma nkwibutsa gufurura ingabire y'Imana iri muri wewe ngo yake, yagushizwemwo no kurambikwakw ibiganza vyanje."*
>
> ***— 2 Timoteyo 1:6***

Biragaragara ko muri ivyo bice kurambikwako ibiganza ingabire n'imihamagaro vy'Imana bica mu muntu umwe bigashika ku wundi. Ibi bikwiye kubera hagati mw'ishengero aho uwutanga n'uwakira bose aba ari abantu bazwiko ukwumvira. Ntidukwiye kwemerera abantu tutazi ko bemewe kandi bashikamye mu vyo gukorera Imana ngo baturambikeko ibiganza. Ni nk'uko kandi tudakwiye kwihutira kurambika ibiganza ku muntu tutazi ubuzima bwiwe bw'impwemu, ngo tumushinge igikorwa.

Mu mubiri wa Kristo hazoba ukurambikanako ibiganza hagati yacu bizane ingabire hamwe n'ukugaragara kwa Mpwemu.

Iyi migenderanire ntidufasha kugendera mu rukundo gusa, ahubwo idufasha kuguma duciye bugufi mu rugendo rwacu na Kristo.

Bibiliya itubwira ko ukumenya vyinshi bidutera kugira ubwibone ariko urukundo rurakomeza (1 Ab'i Korinto 8:1).

**Ubumenyi bwinshi ntibutugira abigishwa beza. Urukundo ni rwo rubikora. Nta handi hantu ivyo vyogaragarira neza nko mu mubiri wa Kristo.**

Igihe cose twibajije ko tumaze kugera ku rwego rwa Kristo, mw'ishengero haratugarura. Bibiliya ica itwereka akarorero k'abantu bari bibaza ko bariko bakurikira Yesu, nka Petero, ariko banyerera, bagasanga bamaze guca ugutwi kw'umusirikare, canke Paulo na Barunaba bashwana. Ibi bitwereka ko ivyo ducamwo bigize ugukura kwacu. Iyo duciye bugufi tukavyemera, ubumenyi dufise buduhindura abagendera mu rukundo, tugatangura kwiyumvira ko abandi badusumba.

Mu mubiri, haba uturyo twinshi two gukoreranira. Akarorero k'ubwo busabane karaboneka mu gitabo c'Ivyakozwe n'intumwa, aho Bibiliya itubwira ingene abigishwa ba mbere bafungura, basenga kandi basangira. Iyo turiko tugendera muri Mpwemu, turumva aturongorera mu kwerekana urukundo, ubusabane hamwe n'imbabazi.

Nitwabaho ubuzima bwo gukoreranira, tuzosanga Imana iguma idutumbereza kuri bashasha baje kwizera. Ni kuri ico izubaka ishengero. Ariko kenshi igihushane c'ivyo ni co kiba.

**Dutegerezwa kuba maso tukagendera mu rukundo kandi tukiyumvira abandi ko badusumba, kandi ntidushire umutima cane ku ntonde n'inyubako.**

Iyo tugendera mu rukundo, tugira umwidegemvyo, tukamenya ko Imana itwemera, biciye mu kwizera Yesu Kristo. Ibikorwa vyiza dukora ni ukugaragaza urukundo rwacu. Kandi ruguma rukomera uko tugendana na We, turongowe na Mpwemu kandi tukabaho ubuzima bwacu kubwa Kristo.

Imana yama itwitezeko kugendera mu rukundo. Uko dukora ivyo, tuza ku rusengero nk'ibikoresho vyuzuye Mpwemu, twiteguye kwisuka mu gikorwa twuzuye urukundo, aho kuza turi ubusa kandi twumye, tuje kurondera imigisha gusa.

Tuba abo Imana ishaka mw'ishengero uko tugendera mu busabane nayo.

Ndazi abantu babaye mu mashengero igihe kinini ariko bakaguma ari inzoya. Baza nk'inzoya zemerewe kugaburira no kurira, bakazogaruka ubukurikira. Uko baza n'ubuzima butagiramwo Ijambo, budasenga, ata kanya babana n'Imana, baguma ari ingumba mu vy'impwemu kandi ata rutonde bafise.

Ni mu migenderanire yacu bwite n'Imana dushobore kuronka urukundo rwa Kristo n'ijwi rya Mpwemu. Niho duheza tukumvira duciye bugufi kandi tugashobora kuba abo Imana idusaba kuba, ari bo mubiri w'ukuri wa Kristo.

**Ubuzima bw'Ishengero buri muri Mpwemu Yera, nti buri mu muntu. Uburongozi bwiza bushitsa ivyo Mpwemu agomba. Atari ivyo, uwo mugwi ntushobora kumenya no gushitsa ivyo Imana ishaka.**

Umuntu wese ategerezwa kugira uruhara ruboneka kugira ngo ukugaragara hamwe n'ubushobozi vya Yesu bibe mw'ishengero biciye muri Mpwemu Yera. Iyo ivyo bibaye, ishengero rirahindurwa, rikava mu vyo kumenya ku mutwe gusa ibintu, rigatangura kugendera mu bushobozi.

Kugira ngo Ubuntu bw'Imana bugaragare, dutegegerezwa gutahura ko Imana itigeze ishaka ko ishengero rigaburwa hagati y'abakozi n'abatari abakozi. Ni ikintu gihambaye cane ko twobona ishengero nk'ikinyabuzima kirimwo ubuzima.

Mu mubiri wa Kristo, umuntu wese afise agaciro kangana n'ako uwundi imbere y'Imana. Umuntu wese ni urusengero rwa Mpwemu Yera.

Ishengero ntiriba nya ryo kugeza hagaragaye ubushobozi n'ukubaho vya Yesu Kristo bisenya ukwiyumvira kw'abantu buntu bikazana ingabire za Mpwemu Yera muri twebwe hagati.

Umuntu wese afise uruhara rungana n'urwo uwundi kugaragaza Mpwemu nk'uko Mpwemu abishaka (avyipfuza).

Duhagaze ku kigero kimwe imbere y'intebe y'Imana.

Umwe wese muri twebwe ahamagarirwa kumenya no gukorera mu kubaho n'ubushobozi bwa Mpwemu Yera.

> *Mwifuze cane kuvugishwa n'Imana, kandi ntimubuze kuvuga indimi zitamenyekana.*
>
> — ***1 Ab'i Korinto* 14:39**

Ntibihagije kwatura, gushingira intahe no kuvuga ubwiza bw'Umwami wacu. Dutegerezwa kandi kugendera mu bushobozi bwa Mpwemu Yera.

Nta muntu ahambaye canke yegereye Imana kuturusha, kandi nta wujejwe vyinshi kudusumvya, mu vyo kuyikorera n'umutima wabo wose.

Ukwinjira aho Imana iri mu buryo butunganye kandi bwuzuye, tubihabwa n'ubugororotsi bwa Kristo twambikwa. Nk'uko twabivuze na kare, agaciro n'ukwemerwa kwacu imbere y'Imana tubihabwa biciye mu kwizera ikimazi c'amaraso ya Yesu. Mu muryango, ntidukwiye kwibaza ko Serugo arusha ijambo inarugo hamwe n'abana imbere y'Imana. Ni na ko dukwiye kubibona mu bagize ishengero.

Duhamagarirwa kuba abami n'abaherezi b'Imana (Ivyahishuwe 1:6). Ntidukwiye kwishira ku rugero rumwe n'igicapo c'Ubuherezi (Ivyagezwe vya Mose), aho wasanga ari abantu bakeya batoranirijwe guserukira ihanga ryose imbere y'Imana.

**Umuntu dukeneye gusa kuduhuza n'Imana ni Kristo Yesu. Nta muntu wundi canke umugwi w'abantu wotubuza kwishikirira Imana, Data wa Twese ari mw'ijuru, biciye muri Yesu Kristo. Nta kindi kitugeza aho Imana iri mu buryo butunganye, atari amaraso ya Yesu.**

Iyo duhagaze muri ukwo kuri, dutegerezwa kandi gutahura ko hariho inzego dutegerezwa kwubahiriza kandi tugacira bugufi. Izo nzego ziba zashizwe mw'ishengero ngo zizigame kandi zitume haba ugukora kwa Mpwemu Yera abera bakomezwe. Ukungana ku bantu bose Imana yaguze amaraso ya Kristo ntibikwiye gufatwa nk'ivyo umuntu yironderera. Muri uko kungana, Imana igena bamwe mu bibanza vy'uburongozi. Dutegerezwa kubamenya, tukabagamburukira, kandi tukabigirako. Ibi tubikora tunezerewe iyo tumaze gutahura neza abo turi muri Kristo.

Dusubiye ku karorero k'umuryango, n'ubwo umwana anganya agaciro na papa wiwe, papa w'umwana arafise ububasha kuri we mu rugendo rwo gukura akavamwo umuntu akuze. Ni na ko bimeze mw'Ishengero.

**Ntidukwiye kwipfuza kugira ububasha ku nyungu zacu, kuko ntivyokunda ko tubigirana n'umutima wo gukorera abandi. Dukwiye kwipfuza kurongora ku bwa Kristo gusumba kumenyekana kwacu.**

Ugukuzwa kwacu kuva ku Mana, ntigutangirwa amanota n'abandi. Uko Imana itwereka ikibanza cacu mw'ishengero, dutegerezwa kwakira ivyo n'umutima wo gukorera abandi, ico kibanza tukagikoreramwo Imana tunezerewe.

Iyo tugeze ahantu dutahura ko ibibanza turimwo ata ruhara bifise mu vyerekeye agakiza cacu canke kwegera Imana, bituma tudasubira kwiyumvira ko tutaragera aho tuba abo Ishaka. Bidukuramwo kandi kutaramiriza mu Mana no kuba abantu itwipfuzamwo. Imana ikeneye ko twoba abizigirwa bakuza ivyo yadushizemwo.

Ikibanza cacu mw'ishengero gifatiye kuri kamere yacu no kuri mpwemu yacu, kandi dutegerezwa kubikorera vyose. Tubihabwa no gutoranywa kw'ubuntu duhamagarirwa gushitsa. Kenshi, uruhande rw'impwemu rukunda kurekerwa abarongozi, umukristo akarufata minenerwe. Ububasha bwo muri Mpwemu si co kimwe na kamere yacu mu gikorwa co mw'ishengero.

Ikibanza cacu muri Kristo ni co kiguha ububasha bwa Mpwemu. Ibi bituma tugira ubushobozi ku bikorwa vy'umwijima. Kenshi, umuntu yejejwe kandi agenda neza na Kristo n'ishengero, akorera Imana cane muri Mpwemu kurusha umuntu yama mu bikorwa, ariko afise imigenderanire mike n'Imana. Ibi binakora ku barongozi nimba ari abo ba mbere canke aba kabiri. Ibi kandi ni vyo umuntu yaba ari umutamakazi, umwana canke umukene begereye Imana, aho kuba umurongozi atayegera.

*“Ni mugume muri jewe, nanje ngume muri mwebge. Nk'ukw ishami ritabasha kwama ubgaryo, ritagumye mu muzabibu, ni ko namwe mutabibasha, mutagumye muri jewe.  Ni jewe muzabibu, namwe mur' amashami : uguma muri jewe, nanje nkaguma muri we, uwo ni we yama cane, kukw ataco mubasha gukora mutamfise.”*

***— Yohana 15:4–5***

Reka kandi ndabibutse ko ibi vyerekeye cane cane imigenderanire, si idini. Ntidukwiye kwihenda ngo twibaze ko hari umuntu yegereye Imana kuturusha. Kandi ntitugwe mu mutego wo kwibwira ngo ‘Kazima ari hagati yanje na Yesu gusa. Ndidegemvya.’ Imana iratwiteze ko tuba mw’ishengero, tugamburukiranira n’abandi hamwe n’uburongozi yadushize hejuru.

**Uko tugamburukira uburongozi yadushize hejuru, turaronka ingabire Imana yahashize. Aha ni ho dusanga turiko turakurira mu rukundo.**

*“mwubakwe nk'amabuye afise ubugingo, kugira ngo mube inzu yo mu buryo bg'impwemu, mugire ibango ry'ubuherezi ryera, ngo mutange ibimazi mu buryo bg' impwemu, bishimwa n'Imana kubga Yesu Kristo. Kuko mu vyanditswe harimw' aya majambo, ngo Raba, ndashira i Siyoni ibuye rigumya imfuruka, ryatoranijwe, riri n'igiciro, Kand' uryizera ntazomaramazwa. Nuko mwebge abizera ni mwebge mwagerewe ico giciro, ariko ku banka kwizera, ngw Ibuye abubatsi bagaye, Ni ryo ryahindutse irigumya imfuruka, N'ibuye ritsitaza n'urutare rugwisha; kuko batsitara kw ijambo ry'Imana, bataryumvira: kandi ni co bashiriweho. Ariko mweho mur' ubgoko bgatoranijwe, mukoranije kuba abami n'abaherezi, mur' ihanga ryera, abantu bashiriweho kuba inyegu yiharije, kugira ngo mukwize ishimwe ry'Iyabahamagaye, ikabakura mu mwiza, ikabashitsa mu muco wayo utangaje: kera nta bantu mwarimwo, ariko noneho mur' abantu b'Imana; kera ntimwaribgagiririwe imbabazi, ariko noneho mwarazigiriwe.”*

***— 1 Petero 2:5–10***

Umuhamagaro usumba iyindi yose umwe wese muri twebwe azoronka, ni ikibanza c’ubuntu tubamwo tukaruhukiramwo uko twinjira muri Kristo. Ni imigenderanire yacu nawe izana Mpwemu w’Imana kuri twebwe kandi biciye kuri twebwe.

Ni Imana ihitamwo umuhamagaro wacu. Ntitwihamagara. Iyo tudatahura kandi ngo twizere ivyo, tuguma tugorwa no gutora ikibanza cacu.

**Igihe cose tuzokwiyumvira ko kugira ububasha mw'ishengero bifitaniye isano n'agaciro dufise imbere y'Imana, tuzokwama dusanga turiko turarondera kwemerwa n'Imana kubera ibikorwa dukora.**

Ibi bituma tuba abantu bikorera kandi bahiganwa aho gukoreranira mu rukundo. Dutegerezwa kubona Kristo nk'umutwe w'ishengero, hanyuma Mpwemu nk'uwurirongoye. Twese, yaba intumwa canke uwakira abantu, turi abakozi nta kindi. Iyo umuntu atubahirije ivyo, dusanga turiko dukora ibikorwa bipfuye, Mpwemu akazima muri twebwe. Ni co gituma twari dukwiye kurondera icubahiro c'Imana aho kurondera icacu, gurtyo tukageza kure ukwamamara kwayo.

> *"Murazi yukw abaganwa b'amahanga bayatwaza amanyama, kandi n'abakuru bayo bayagirak' ububasha. Muri mwebge si ko biri. Arik' ugomba kuba mukuru muri mwebge az' abe umukozi wanyu; kand' ugomba kuba uw' imbere az' abe umuja wanyu, nk'uk' Umwana w'umuntu atazanywe no gukorerwa, atar' ugukorera abandi, no gutanga ubugingo bgiwe kw incungu ya benshi."*
>
> ***— Matayo 20:25–28***

Dutegerezwa kugaba, tukamana umutima w'ubusuku mw'ishengero no mu kibanza cacu muri ryo.

**Dutegerezwa kwibutswa ingene atari abarongozi gusa ahubwo n'abizera bahagaze ku rugezo rumwe kandi umwe wese muri twebwe akeneye kurerwa, akava mu buzima bwa kamere, akaja mu buzima bw'impwemu. Ishengero rizobona ukunengesera kwa Kristo hagati muri ryo ni ryatangura gukorera muri urwo rugezo.**

Ibi ni vyo twaba turi mu mugwi mutoya ukoranira mu nzu canke mw'ishengero. Aho duhurira hose, dutegerezwa kumenya kandi tugakorera Mpwemu Yera kugira ngo mw'ishengero rya Kristo habemwo ubuzima Imana yipfuza.

Kenshi, ibikorane vyacu bibamwo bakeya cane bumva ico Yesu yipfuza kw'ishengero uwo mwanya, muri ico kibanza. Uca usanga habaye indirimbo gusa hamwe n'ubutumwa bwo kugerageza kuzana abantu ngo bave mu vyo barimwo baje muri Mpwemu. Ivyo bishobora kuba canke ntibibe imbere y'uko igikorane kirangira. Ishengero aho kuza no gukora nk'uko ryategerezwa, usanga abantu bakoranye biyuzuye

ubwabo, bashaka guhezagirwa ngo bazoshike mu yindi ndwi. Muri ubwo buryo, ishengero ntiryokwigera rishitsa umutima wa Kristo.

Dutegerezwa kugendera mu bucuti na Mpwemu Yera kugira ngo igihe twebwe, abagize Umubiri, duhuye, Kristo Yesu abe ari hagati muri twebwe. Imana irahari kandi iba ifise urutonde ku gukorana kwacu. Biba bikwiye kumera nka kumwe abavyeyi baba batashe muhira, abana bakanezerwa kubabona, ukaba umwanya wo gusabana kuko twese tuba dukoranye mu rukundo.

**Uko umwe wese anyoterwa umurongozi, Mpwemu Yera, hamwe no kugira umutima wa Kristo, ubushobozi bwa Yesu buba buri hagati muri twebwe ngo turonke ico dukeneye cose. Ni ho ukunengesera kwa Yesu n'ibikorwa vy'ibitangaza vyiwe bigaragara, maze ibintu bitari bwigere bikoreka bigatangura gukoreka.**

Uretse ko Mpwemu w'Imana akeneye kugaragara mu gusenga kwacu, hakwiye kandi kugaragara ingabire za Mpwemu kuri umwe wese muri twebwe. Uko ishengero riba igikoresho kimwe kandi uko ubwenge bwacu bwegurirwa Mpwemu Yera, ubushobozi bwa Kristo ubwiwe buramanuka biciye mu ngabire za Mpwemu Yera uko Imana ishaka. Uko ingabire n'ukugendagenda kwa Mpwemu biza, Yesu Kristo n'ubushobozi bwiwe biraboneka, Ijambo ry'Imana rikaba ukuri.

> *"Yesu Kristo uko yar' ar' ejo, n'uyu musi ni kw akiri, ni kw azokwama ibihe bidashira."*
>
> ***— Abaheburayo 13:8***

Si twe turindiriye Imana, ahubwo iraturindiriye. Idutegeka gukura mu buntu no mu guhishurirwa Yesu Kristo. Ntitwemere gukura uruhande rumwe rw'ubumenyi bwo mu mutwe gusa butarimwo imigenderanire na Mpwemu Yera. Ibi bibonekera mu Bafarisayo. Bari bumva bazi Imana mu buryo bwose ariko bikabananira kumenya Yesu ahagaze hagati muri bo.

Iyo tutariko turuzuzwa Mpwemu Yera, turashobora kuba dutahura ibibereye ariko ntitugendere mu bushobozi Imana ishaka ko tugenderamwo. Tuzosanga twemeranya mu bwenge n'ubutumwa turonse, tugerageze kubushira mu ngiro ku bwacu, ariko mbega, aho tuzokwigera tumenya ukubaho hamwe n'ubushobozi bw'Imana? Mbega

ukubaho n'ubushobozi bwa Mpwemu bizogaragara, canke tuzosanga turiko tuvuga ivyerekeye ikirere, inkuru zo mu muryango, n'ibindi, aho kuba mu bwiza bw'Imana.

**Ubusabane n'abizera bandi burakenewe, ariko ntibwogereranywa no kuba mu bwiza bw'Imana. Iyo dufise ubumenyi bwo mu mutwe nk'inzira itujana ku Mana aho kwizera guhabwa ubushobozi bwa Mpwemu Yera muri twebwe, biragira ingaruka mbi ku bandi.**

Ubumenyi bwerekeye Imana ni bwiza iyo budufasha kwinjira mu migenderanire yimbitse, ariko burashobora kuba ingorane iyo butanguye gusubirira ukwisunga Mpwemu Yera bukazana ukwigenga. Kenshi, umuntu afise ubumenyi bwinshi bushobora gusamaza abantu, ariko ntibutangaza Imana. Iyo guhagarara imbere y'Imana bisa n'ibifatiye ku bumenyi dufise, umuntu akijijwe muto ashobora kumva atabereye kuko yumva ko atazi ibintu bihagije kugira ngo agire ico akorera Imana.

Mu vy'ukuri, Vyari kuba vyiza iyaba twese dufise ubumenyi bwinshi. Ariko dutegerezwa kwitonda kugira ngo ubumenyi ntibutume tuvuga ngo turiko turakurikira Imana mu buryo bw'ubwenge, kandi twirengagiza Mpwemu Yera n'ubushobozi bw'umusaraba.

**Igitume tuba tudafise inkomezi za Kristo hagati muri twebwe kenshi ni uko tuba twarazimije Mpwemu Yera tukisunga ubwenge bwacu mu gusaba ubuntu bwiwe. Ishengero rikeneye gukura muri Mpwemu Yera kugera aho Mpwemu Yera ari we agenzura, atari ubwenge bw'umuntu.**

Nuko, nk'umuntu umwe, Ishengero rirashobora kugendera mu nkomezi n'izuka rya Yesu Kristo!

Birashoboka ko atari twese tuzohamagarwa mu "mabango-atanu," ariko twese duhamagarwa gukorera no kugaragaza Mpwemu Yera. Nta kintu na kimwe codutegera umwe wese muri twebwe ngo areke kugendera muri Mpwemu w'Imana, nimba twiteguye kuriha ikiguzi co kubaho ku bw'Imana. Ni gute tutoshobora kuriha ikiguzi igihe turavye ivyo yadukoreye?

Ibintu bikomeye cane Imana izokora izobicisha mu mwigishwa aciye bugufi uko agenda arabaho ubuzima bw'umusaraba imbere y'intebe y'ubuntu.

*"Mur' ico gihe Yesu aravuga, ati Ndaguhimbaza, Data, Mwami w'ijuru n'isi, kukw ivyo wabihishije abanyabgenge n'abahanga, ukabihishurira inzoya. Ego me, Data, kuko washimye ko biba birtyo imbere yawe. Vyose nabihawe na Data, kandi nta wuzi Umwana, atari Data, na Data, nta wumuzi, atar' Umwana, n'uwo Umwana agomba kumuhishurira."*

***— Matayo 11:25-27***

**Ndasenga ngo ntuze wigere ufata minenerwe canke ngo uhebe umugambi w'Imana n'ikibanza ufise muri yo. Hariho ibintu bikunda gushika vyo kwiraba muri kamere yacu, ntitwirabe muri Mpwemu. Ibi bituma twumva tutabereye kugendera muri Mpwemu turi kumwe n'Imana.**

Dutegerezwa kubamba kamere yacu kugira ngo dutsinde ivyo kandi tumenye ko turi ivyaremwe bishasha muri Kristo, twahamagariwe gukora ibikorwa vyiza. Ntugahebe, ntugacike intege, kandi ntiwihebe!

*"Ariko dufise ubgo butunzi mu nzavya z'ibumba, ng'ubushobozi buhebuje bube ubg' Imana, butavuye kuri twebge."*

***— 2 Ab'i Korinto 4:7***

*"Arambarira, at' Ubuntu bganje buraguhagije; kuk' ubushobozi bganje buhingurirwa mu ntege nke. Nuko cane-cane nzonezererwa kwirata intege nke zanje, ng'ubushobozi bga Kristo bunzeko."*

***— 2 Ab'i Korinto 12:9***

Ntidukwiye kwigera tureka umuntu n'umwe canke ikintu na kimwe ngo kitwibe ikibanza dufise mu Mana.

**Imana iragufitiye umugambi mu bwami bwayo, kandi ni munini cane kurusha uko wokwigera uwutahura muri kamere –muntu yawe. Ntukigere na rimwe ucika intege!**

Uwatanguye igikorwa muri twebwe azogisozera!

## IGICE CA 12: UMUBIRI

**Uzuza**

1. Kuvuka ubwa kabiri ni______________________________.
2. Dutegerezwa kwibona nk'abagize umuryango witwa____________________.
3. Ni mu kirere c'uwo _______________________ tuba mu rukundo rwa Kristo
4. Dutegerezwa kuja mw'ishengero ryo mu kibano ari ryo_________________ na y'ukuri.______________________________
5. Imana itubona nk'ingingo z'umubiri wa _______________ aha kw'isi.
6. Imana yashizeho __________________ nk'umutwe w'ishengero.
7. Umubiri ufise ingingo ________________ ariko ni umubiri umwe.
8. Umwe wese muri twebwe arafise _______________________ mu mubiri.
9. Twese twabatirijwe mu mubiri umwe na____________________kandi twahawe ________________________umwe.
10. Umwe wese muri twebwe ____________ kandi ni urugingo________rw'umubiri wa Kristo.
11. Ntidushobora kugiranira imigenderanire na Kristo tutemeye kugiriranira imigenderanire myiza n' ___________________kuko ari ryo mubiri wa Kristo.
12. Dutegerezwa gutanga imibiri yacu nk'________________________________.
13. __________________________ gukoranira hamwe.
14. Mw'ishengero dusangamwo ___________________ rw'Imana.

15. Nk'uko Yesu yatanze ubugingo bwiwe ku bwacu niko natwe twari dukwiye gutanga ubugingo bwacu kubwa______________________.

16. Bene data, ______________ kuko_______________________ruva ku Mana.

17. Uwudakunda mwene se _________________ Imana.

18. Uru ni rwo rukundo, s'uko twe twakunze Imana, ahubwo n'uko yo____________ ikarungika _____________________ ngo abe incungu y'ivyaha vyacu.

19. Ijambo rivuga ko iyo dukoraniye hamwe____________________ aba afise ikintu co guterera, ntituraba uwuri imbere yacu gusa.

20. Tuzorongorwa n' ____________________ mu kibanza cacu mu mubiri wa Kristo

21. Bibiliya iravuga ubwoko _______________ butanu, yo gukomeza uwizera mu gukora igikorwa cose kijanye n'ibango ryiwe.

22. Bibiliya iratubwira ko dutegerezwa gukura kugeza ____________kandi tugashika ku_______________________________vya Kristo.

23. Tuzosanga _______________na _____________________________

24. Mpwemu Yera azo ____________________ Ubuntu bw'Imana canke gutsimbatara umuntu wese muri twebwe.

25. Tuzoca dukenera ___________________ no ________________mu kibanza cacu dufise mu mubiri wa Kristo.

26. Turi _______________ za bagenzi bacu kandi twese__________mu kugendera____________________________

27. Tuzokura muri Yesu uko tu____________________________ uburongozi Imana yashize imbere yacu.

28. Igikorwa c'ishengero ubwa mbere gitegerezwa gutumbera____________hanyuma kigatumbera___________hanyuma Kigatumbera_____________________

29. Iyo hari ingorane mu Mubiri dutegerezwa_______________kandi tukabandanya gukomeza imigenderanire dufitaniye na Yesu ku giti cacu.

30. Iyo dukomerekejwe n'abandi _____________ azodukiza kandi dutegerezwa kubandanya imigenderanire dufitaniye n'abandi bizera.

31. Dutegerezwa kuba mu mugwi____________________________Bibiliya.

32. Dutegerezwa kuba maso ntidukoreshe ubwenge mu _____________abandi kandi ntihagire ikintu dukorera ubwami bw'Imana dukoresheje inkomezi zacu.

33. Mu_________________________ni ho twibuka Yesu.

34. Nta muntu canke umugwi w'abantu bohagarara yacu n'imeza ku meza_____________y'Umwami n'Umukiza wacu Yesu, we muhuza wenyene hagati yacu n'Imana.

35. Ukurambikako ibiganza ni kimwe mu______________ukwizera kwacu Rukristo.

36. Kurambikako ibiganza birashobora kuboneka mu nkuru ya______________mu nzu kwa__________________________

37. Ubuzima bw'ishengero buri muri_______________________si mu muntu.

38. Imana ntiyigeze ishaka ishengero ko ri______________abakozi b'Imana n'abatari abakozi b'Imana.

39. Imisi yose utegerezwa kugira umutima wo________________________benedata.

40. Kristo ni we mutwe w'Ishengero hanyuma______________ni umurongozi wa ryo.

41. ______________za______________zitegerezwa gusukwa kugira ngo umutu akure.

42. Ntukigere wiraba ngo urabe n'intege nke zawe, ariko imisi yose dutegerezwa kwiraba nk'___________________________muri Kristo.

**Hitamwo Inyishu**

1. Irindi jambo risigura Umubiri wa Kristo ni

    A. Ishirahamwe
    B. Umugwi
    C. Ishengero
    D. Urusengero

2. Turi……

    A. Amabuye mazima
    B. Amatafari mazima
    C. Ibiti bizima
    D. Amashamba mazima

3. Turi….

    A. Ishengero ryera
    B. Ikoraniro ryera
    C. Umugwi wera
    D. Ubuherezi bwera

4. Amabango atanu ari mw'ishengero ni ayo :

    A. Kurongora ishengero
    B. Kuba abakozi bw'ishengero
    C. Kuja imbere y'abandi
    D. Gukuza abera

5. Ishengero uko rikura ni ko

    A. Rizojana ubutumwa mw'isi
    B. Rizokoreranira hagati muri ryo
    C. Rizoshika ku kuba irikuze
    D. Ivyo bitatu vyose

6. Iyo dukoranye, umwe wese akwiye kuba afise

    A. Indirimbo
    B. Ihishurirwa
    C. Ururimi rutamenyekana
    D. Ivyo vyose

7. Mwanke ikibi hanyuma

    A. Muhangane n'abandi
    B. Mwumire ku ciza
    C. Mukinezerererwe
    D. Mutore uwukiye kuba umunyamuryango

8. Umuntu araba inyuma ariko

    A. Aguma akeneye gutora
    B. Dutegerezwa kwambara neza
    C. Utegerezwa gufungura neza
    D. Imana iraba ku mutima

9. Iyo dukomeretse dutegerezwa

    A. Kuronka umupasitori
    B. Kubibwira isi yose
    C. Kuva mw'ishengero
    D. Guharira

10. Abantu mw'ishengero barashobora

    A. Kuba abantu babi
    B. Kuzimizwa
    C. Kuba amabingira yambaye urusato rw'intama
    D. Vyose uko ari bitatu

11. Dutegerezwa kuba maso ntiduhendwe hama tukizera ko

A. Yesu agiye kuza vuba
B. Turi abagize Umubiri wa Kristo
C. Twakijijwe no kwizera Yesu gusa
D. Dushobora gukorera Yesu hanze y'umubiri wiwe

12. Turi ihanga ryera

A. Umugwi w'abantu
B. Bafise iyerekwa
C. Beguriwe Imana
D. Turi ku nzira twigira gufungura

13. Nitwaguma muri Yesu tuzo...

A. Kwama ivyamwa vyinshi
B. Gira ubuzima bworoshe
C. Tuzoba ba rurangiranwa tugira n'amahera menshi
D. Ntituzokwigera tugwara

14. Iyo turiko turagomba kwicira inzira mw'ishengero.....

A. Dukwiye kubona abandi ko ari abakozi bacu
B. Tuzotera kuzazanirwa no gukomereka
C. Dutegerezwa kuraba ivyo dusanzwe dushoboye muri kamere yacu
D. Nta na kimwe ari co

15. Imana idutegeka ku....

A. Ja imbere y'abandi
B. Bwira abandi ko ari aba Yesu
C. Kura mu kumenya no mu buntu bwa Yesu Kristo
D. Erekana ibitagenda neza

**Ibibazo Vyishurishwa Ibisomwa**

1. Ni gute turonka ikibanza cacu mu mubiri wa Kristo?

___________________________________________

___________________________________________

___________________________________________

2. Dukorera nde mw'ishengero?

___________________________________________

___________________________________________

___________________________________________

___________________________________________

3. Mbega iyo turi mu buzima mu mubiri wa Kristo ni hehe twogarukira mu gukura?

___________________________________________

___________________________________________

___________________________________________

___________________________________________

CHAPTER 13

# GUTANGA

Mw'Isezerano rya Kera, Imana yarategetse abantu bayo gutanga ibigiracumi n'amashikanwa nk'uko Ivyagezwe bibivuga.

Mw'Isezerano Rishasha ry'ubuntu, Imana yaraduhaye ikintu cose dukeneye. Ntitugitanga ku cagezwe, ahubwo dutanga mu kwizera, tukarekura ibisanzwe ari ivyacu, biciye mu maraso ya Yesu Kristo.

Ikintu dukora conyene n'ugutanga ibisanzwe ari ivyacu biciye mu cubahiro ca Kristo.

**Muri Yesu Kristo, Imana yaraduhaye vyose. Ntitugitanga kubera ubwoba, ahubwo dutanga mu kwizera. Ibi bituma dutanga ibisanzwe vyarabaye rwacu muri Kristo.**

Mw'Isezerano Rishasha, duhamagarirwa gukora ibirenze kwumvira ivyagezwe mu gutanga ikigiracumi gusa, canke dufise, canke twiteze kuzoba.

Mw'Isezerano Rishasha, Umuristo aba yaramaze gupfa muri Kristo, abaho nk'icaremwe gishasha, arongowe na Mpwemu.

Ubu tubayeho ubuzima burimwo imigenderanire hagati yacu n'Imana biciye mu gutanga nk'imbuto tubivye ariko nitugitanga nk'abafise ideni bishura.

Kugira ngo dutahure ugutanga kwacu, dutegerezwa kubanza gutahura umutima w'Imana kuri twebwe, hamwe n'intumbero n'umugambi ifise ko dukora ivyo.

> "*nk'uri n'ic' akennye: kukw ari yo yahaye bose ubugingo, no guhumeka, n'ibindi vyose.*"
>
> **— *Ivyakozwe n'intumwa 17:25***

Igihe Imana yarema isi igashira umuntu mw'itongo, yabikoze ku buryo, kugira ngo uwo muntu abe uwuzuye bikeneye ko agiranirana imigenderanire n'ivyo Imana yari imaze gukora biciye mu kuganza no gutegeka ubuzima bw'ibindi bintu biciye muri we.

*"Kw igicumuro c'umwe catumye urupfu rushirwa ku ngoma n'umwe, abakira ubuntu n'ingabire yo kugororoka bisesekaye bazorushiriza gushirwa ku ngoma mu bugingo n'umwe, Yesu Kristo."*

***— Abaroma 5:17***

Mu mutima w'abavyeyi bose b'Abakristo, icipfuzo gikomeye n'imigenderanire irimwo urukundo hagati yabo n'umwana wayo.

Nta kintu baba bariko barasaba umwana wabo ko atanga, ahubwo bishimira ko umwana wabo yakira urukundo bamuhaye.

Niko bimeze n'Imana kuri twebwe.

Imana irashaka cane ko tuyireka ikiba Imana hagati muri twebwe.

Intumbero nyamukuru yo gutanga n'uko twogendera mu kwizera, mu migenderanire mizima n'Imana uko irekura Ubuntu hamwe n'ukunengesera bisanzwe ari ivyacu muri Kristo.

*"Kuko mutakiri ingenzi na ba kavamahanga, ahubwo muri abera, bo mu nzu y'Imana."*

Ubu twicara ku meza y'Imana, nk'abana bo mu rugo rwayo.

Iyo dutanze, twaturira Imana ngo "Uri umuremyi w'Ijuru n'Isi n'ibirimwo vyose ni ivyawe, ubu n'ibihe vyose. Ni wewe Mana yanje wenyene." Aha ni ho turuhukira muri yo, tukakira ikintu cose dusavye, kubera tubikorera mu kwizera Yesu Kristo kwacu.

Aha ni ho twegurira Ubukuru bwa Yesu Kristo ukubaho kwacu, kazoza, ibikorwa vy'amaboko yacu hamwe n'ivyipfuzo vy'imitima yacu, hanyuma tukinjira mu buzima burushirije gusesekara (Yohana 10:10).

*"Kuk' Uhoraho Imana ar' izuba, ar' inkinzo; Uhoraho azotanga ubuntu n'icubahiro: Ntazogira iciza na kimwe yima abagenda batunganye."*

***— Zaburi 84:11***

*"Ko bimeze birtyo, tuvuge iki? Bisanzwe Imana iri mu ruhande rwacu, uwoturwanya ni nde? Itimanye Umwana wayo, ikamutanga kubgacu twese, izobura ite kutugabirira vyose kuri we?"*

***— Abaroma 8:31-32***

Uko tubaho buri musi, dufatiye ku vyo dukeneye, turatanga (turabiba) hanyuma imbuto tubivye ikazana ukwizera ko Imana izotwishura mu bibazo vyacu.

Tumenya ko twatanze ibihagije iyo dukuwe ahantu twumva umengo dutunzwe n'ivyacu, tugashika ahantu twizera ko tubeshwaho n'ubuntu Imana idusesekazako mu buryo bw'ibitangaza.

*"Kand' Imana yanje izobamara ubukene bganyu bgose, nk'ukw itunga ry'ubgiza ryayo riri ryo muri Kristo Yesu.*

***— Ab'i Filipi 4:19***

Ntuzosubire kuvuga ko Imana yishura ivyo ukeneye, itishura ivyo wipfuza kuko ivyo si vyo.

*"Uhimbarwe n'Uhoraho, Na we azoguha ivyo umutima wawe ugomba."*

***— Zaburi 37:4***

Abaroma 5:17 hatubwira ko tuzoganza mu buzima biciye mu Mwami n'Umukiza wacu Yesu Kristo!

Inyuma yo gutanga mu kwizera, turaheza tukarindira ko Imana iseruka mu vyo dukeneye kurusha ibindi ikazana Ubuntu bwayo. N'aho vyoba bisaba igitangaza. Aho kwibwira ngo "Simfise amahera akwiye yo kuriha ibikenewe, none notanga gute?" Twibwira duti "Nzoha Imana imbuto ndayikuye mu bikenewe ntarakora. Nzokwizera hanyuma nizere ko Imana nzima yo mw'Ijuru izogaragaza ubushobozi bwayo hamwe n'ukubaho kwayo kuri jewe mu kumpa ivyo nkeneye vyose bikorwa n'amafaranga."

Uko dufata imbuto tukaja kuyibiba ni na kwo dukwiye kubiba mu buryo bw'amafaranga mu Mana.

Iyo tumaze kubiba imbuto, nta kindi isubira kutumarira kugeza Imana iyihaye ubuzima ikamera. Ni uko bigenda ku mahera duha Imana. Aba agiye ubutakigaruka. Ntituba tukiyaguze ivyo kurya canke ibindi. Iyo imbuto imaze gushika mw'ivu, nta kandi

kamaro ishobora gusubira kugira kiretse Imana iyihaye ubuzima, ikamera. Ni uko bimeze n'ugutanga kwacu. Imana yo kubiba ni na yo yo gusarura. Irya Mana nyene ishoboza umuceri n'ingano kumera, no kwera ni nayo Mana imeza kandi ikeza ikigiracumi n'amashikanwa vyacu. Kimwe kiri muri kamere gasanzwe, gikenera izuba n'imvura gukura ikindi kiri mu Mpwemu gisaba ukwizera ngo gikure. Vyose bisaba kurindira, kandi mu mpera bizozana umusesekara hageze gusarura.

Ahantu honyene Imana itubwira ngo tuyigeragageze ni mu gutanga amahera yacu hanyuma nayo ikazotwitwararika mu migenderanire mizima.

Abakristo bo mw'Isezerano Rishasha batanga barongowe na Mpwemu. Tubona ibi muri 2 Ab'i Korinto 8:5 aho Paulo aba ariko avuga abantu batanga.

> *"Uku ni ko bakoze, atari uko twari twiteze, ahubwo babanje kwiha Umwami hanyuma natwe baratwiha ku bwo ubugombe bw'Imana."*

Barabanje baragenda barasenga, babaza Mpwemu Yera ico ashaka imbere y'uko baha umukozi w'Imana.

> "*Umuntu wese atange nk'ukw abigabiye mu mutima wiwe, atababaye cank' atagoberewe, kukw Imana ikunda utanga anezerewe*."
>
> ***— 2 Ab'i Korinto 9:7***

> *"Arikw ico mvuga ngiki, ng' Ubiba nke, azokwimbura bike, ubiba nyinshi azokwimbura vyinshi."*
>
> ***— 2 Ab'i Korinto 9:6***

Iyo uteye urushi rw'umuceri, uzokwimbura igiseke cawo. Iyo uteye ibiseke ijana vy'umuceri, uzokwimbura imbuga yuzuye umuceri. Ni ko bimeze no mu gutangira Imana.

Muri ino nyigisho sinoronka ingene mvuga incuro nakeneye gutabarwa mu buryo bw'amafranga hanyuma, ngatanga igice c'ayo mfise nk'imbuto mu kwizera.

Uko nabiba naba ndiko ndakoresha ukwizera.

Incuro nyinshi, kandi mu buryo budahindagurika, nabonye Imana yitaho ivyo nkeneye kandi iranduza cane kure y'aho ntari kwigera nshika iyo ntayizera.

# IGICE CA 13: GUTANGA

**Uzuza**

1. Mw'Izerano rya Kera, abantu b'Imana bategekwa kumvira no gutanga____________
2. Muri Yesu Kristo, Imana yaramaze kuduha_______________________
3. Mw'Isezerano Rishasha, duhamagarirwa gukora ibirenze kwumvira mu gutanga ikigiracumi c'________________turi, dufise canke twizera ko tuzokwigera tuba.
4. Mu gutanga, dutegerezwa kubanza gutahura______________w'Imana kuri twebwe.
5. Icipfuzo c'Imana gikomeye n'uko twogira___________________________na Yo
6. Imana irashaka cane kuba Imana_________________________twebwe.
7. Iyo turonse imigisha biratugirira ikimazi kandi____________________n'Imana.
8. Imana yaturemye ngo tugire ivyo dukeneye__________________ishobora kuduha.
9. Mu bukene bwacu niho dukura,______________ yacu yo_______________.
10. Dutegerezwa kwitega ko Imana izoduha ivyo dukenye n'aho vyosaba_____________
11. Imana itwipfuriza ko____________________mu buzima biciye muri Yesu Kristo.
12. Tuvuga ko twatanze vyinshi iyo dutanze tugashika aho tutaciyumvira ko twikwije, maze ______________________mu kwizera.
13. Nk'uko dutera imbuto mw'ivu, dutegerezwa kandi______________mu Mana ku bijanye n'amafaranga yacu.

14. Igihe duhejeje kubiba, dukwiye kugira___________________kandi tukakugumana.

15. Nk'umukristo wo mw'Isezerano Rishasha, dukwiye_______________________ Mpwemu mu gutanga kwacu.

16. Tubivye bike, turonka_________________________________Tubivye vyinshi, twimbura?__________________________________.

**Hitamwo Inyishu**

1. Yesu yaje mw'isi ngo

   A. Arondere kandi akize abazimiye
   B. Abatize abazimiye
   C. Ahishure urukundo rw'Imana
   D. Arabe ikiyaga gitukura

2. Yesu yadupfiriye twese ngo

   A. Twiyorohereze
   B. Ntidusubire kubabara
   C. Ntitube tukibaho ku bwacu
   D. Ntituzosubire gutanga ibigiracumi

3. Yesu yavuze ngo ______________________

   A. Ntitukabike aho inyenzi n'ingese bishika
   B. Ntitugasigaze ivyo kurya
   C. Ijisho ku rindi
   D. Ntitugakore na kimwe muri ivyo

4. Dutanze

   A. Duha Imana ngo iduhezagire natwe
   B. Tubohoka kw'ijwi ritwagiriza
   C. Dutangaza abantu
   D. Turonka ikibanza gishimishije mu rusengero

5. Iyo dutanze

    A. Duha umuvugabutumwa
    B. Ishengero
    C. Turongorwe na Mpwemu
    D. Vyose uko ari bitatu

6. Imana yipfuza

    A. Amafaranga yacu
    B. Gutunga
    C. Guha abandi
    D. Imigenderanire natwe

7. Imana ishaka

    A. Kudutwara amahera
    B. Ko dutanga menshi
    C. Ko dutanga make
    D. Kuba Imana muri twebwe

8. Dutanga

    A. Ku wa mungu
    B. Mu kwizera
    C. Ivyo dufise vyose
    D. Nk'uko ivyagezwe bivuga

9. Dushobora gutanga mu kwizera tuzi ko

    A. Imana ari umuremyi wa vyose
    B. Izoduha ivyo dukeneye vyose
    C. Izoshitsa ijambo ryayo
    D. Vyose uko ari bitatu

**Ibibazo Vyishurishwa Ibisomwa**

1. Mbega Yesu yaduhaye akarorero akahe ku vyo gutanga ?

2. Dukwiye gutanga ryari ?

3. N'iki kiba iyo dutanze mu kwizera?

CHAPTER 14

# GUSENGA

*"Kukw ingoro yanje izokwitwa inzu yo gusengerwamwo n'amahanga yose."*

***— Yesaya 56:7***

*"Arababgira, ati Handitswe ngw Ingoro yanje izokwitwa inzu yo gusengeramwo, ariko mwebge mwayihinduye nk'isenga ry'abambuzi."*

***— Matayo 21:13***

*"Musabe, muzohabga; murondere, muzoronka; muramutse, muzokwugururirwa. Kuk' usaba wese ahabga; urondera aronka; uramutsa yugururirwa. Har' umuntu muri mwebge, umwana wiwe yomusaba umutsima, akamuha ibuye? Canke yomusaba ifi, akamuha inzoka? None mwebge, ko muzi guha abana banyu ingabire nziza muri babi, mbega So wo mw ijuru ntazorushiriza rwose guha ivyiza abamusavye?"*

***— Matayo 7:7–11***

*N'ukuri, n'ukuri ndababgire: Unyizera, ibikorwa jewe nkora na we azobikora: kand' azokora ibibiruta, kuko jewe ngiye kwa Data. Kand' ico muzosaba cose mw izina ryanje nzogikora, kugira ngo Se ashimagizwe mu Mwana. Ni mwagira ico musaba mw izina ryanje, nzogikora.*

***— Yohana 14:12-14***

Nimba wizera Yesu, menya ko uwu murongo uvuga kuri wewe. Nimba hari ikintu na kimwe woba uriko urasengera, uko kiri kwose, Yesu na we arakubwira ngo, **NZOGIKORA!** Ikintu ico ari co cose Imana yoba imaze gukorera umuntu uwari we wese, na we irashaka kukigukorera mu kwishura isengesho ryawe! Nta kintu kizibira Imana mu kwishura ugusenga kwawe uno musi

Mu gusenga, ni co kibanza duhurira n'Imana mu kubaho kwayo, ubwayo, maze tukamenya umugambi wayo, ukubohora kwayo hamwe n'ubushobozi bwayo. Aha niho tuyihimbariza kandi tukayitazirira ku co iri, ku vyo yakoze kandi n'ivyo ikiriko irakora.

*arikw abiteze Uhoraho bazokwama biyubura mu nkomezi nsha; bazodugisha amababa nk'inkukuma, biruke ntibaruhe, bagende ntibadendebukirwe.*

***— Yesaya 40:31***

Abantu bazi ico kibanza c'imigenderanire, ni abantu begera Imana biciye muri Yesu Kristo.

Mu kunywana kwacu n'Imana, ugusenga kwacu gushobora gukorwa mu buryo bwinshi, nka kurya abantu babiri bariko barayaga. Turafise uburorero Yesu yatanze.

*"Nuko musenge murtya, muti Data wa twese wo mw ijuru, izina ryawe ryubahwe, ubgami bgawe buze, ivyo ugomba bibe mw isi nk'uko biba mw ijuru. Uduhe ivyo kurya dukwiranye uyu musi; uduhebere imyenda yacu, nk'uko natwe twahebeye abari mu myenda yacu; kandi ntutujane mu bitwosha nabi, arik' udukize wa Mubi. [Kuk' ubgami n'ubushobozi n'icubahiro ar' ivyawe ibihe bidashira. Amen."*

***— Matayo 6:9–13***

*"Kuko muzi ubuntu bg'Umwami wacu Yesu Kristo, yuko naho yar' umutunzi, yahindutse umworo kubganyu, kugira ng'ubgoro bgiwe bubatungishe."*

***— 2 Ab'i Korinto 8:9***

*"Kur' uwo musi nta na kimwe muzombaza. N'ukuri, n'ukuri ndababgire: Ni hagira ico musaba Data cose azokibaha mw izina ryanje. Kugeza ubu nta co mwasavye mw izina ryanje; musabe muzohabga, ng'umunezero wanyu wuzuzwe. Kur' uwo musi muzosaba mw izina ryanje, kandi simbabgira ngo nzobasabira Data. Kuko Data na we ubgiwe abakunda, kuko mwankunze kandi mwizeye ko naturutse ku Mana."*

***— Yohana 16:23–24, 26–27***

Uku niko bimera iyo turi muri Yesu.

**Ubutunzi bwose bwo mw'ijuru ni ubwacu muri We. Ukwizera kwacu mu Musaraba kuduha kwidegemvya ku vyaha kandi kukaduha gushika kuri Data. Rero, imbere y'intebe yiwe, tugiriranira imigenderanire nayo. Ubutunzi bwose bw'ubwami ni ubwacu biciye mu kwizera.**

*Waravyumvise, non' ehe vyitegereze vyose: mbega ntuvyemera? Guhera ubu ngira mbereke ibisha, vyari bihishijwe, utigeze kumenya.* ***Bigizwe ubu nyene****, s'ivya kera: kugeza uyu musi ntiwigeze kuvyumva; kugira ngo woye kuvuga, ut' Erega nari nsanzwe ndabizi.*

***— Yesaya 48:6-7***

Nimba Imana idafise ico uriko urayisaba, izorema inyishu iyiguhe, kuko uri uwo yatoranije.

Ni mu gusenga twegera intebe y'inganji y'Umuremyi tukaruhuka mu bukuru bwiwe, twejejwe kandi twidegemvya muri Kristo. Aha ni ho duserura ubushobozi n'ubuzima bw'Imana mu bihe turiko turacamwo bo n'ivyo abandi.

*"Nuko ni twegere intebe y'ubuntu dushize ubgoba, kugira ngo turonke ikigongwe, tubone ubuntu bgo kudutabara mu gihe gikwiye."*

***— Abaheburayo 4:16***

*"Ntimugire ico mwiganyira, ariko muri vyose ivyo mugomba bimenyeshwe Imana, mu gusenga no mu kwinginga bifatanije no gukenguruka."*

***— Ab'i Filipi 4:6***

*"Yesu arabishura, ati Ndababgire ukuri: Iyo muba muri n'ukwizera, mudakekeranya, ntimwokora ic' uyu musukoni gusa, ariko mwobgira n'uyu musozi, muti Shinguka, utabge mu kiyaga; vyoba ko. Kand' ivyo muzosaba vyose musenze, mwizeye, muzobihabga.'"*

***— Matayo 21:21–22***

**Iyo turavye ijambo ry'Imana n'imitima y'ukuri, dusanga Imana ishobora gukora ikintu cose yasezeranye gukora nk'inyishu y'amasengesho yacu. Ibi bintu biratangaje kandi birarenze ivyo twotahura tudafashijwe na Mpwemu.**

Dutegerezwa kurinda umutima wacu hamwe n'ico twipfuza iyo turi imbere y'intebe y'Imana mu gusenga. Imbere y'uko usenga, ukwiye kwibaza uti, "Mbega ndiko nsenga Imana ngo ikore ivyo nshaka canke ndiko ndiyegurira Umwami w'ubuzima bwanje?"

Tumaze kubona ubushobozi bwayo hafi yacu, reka turabe icanditswe kitubwira ingene dukwiye kwifata mu gusenga.

*"Mugire wa mutima muri mwebge wari muri Kristo Yesu. Uwo, naho yar' asanganywe ishusho y'Imana, ntiyiyumviriye yuko kuringanira n'Imana ar' ikintu co kwumirako: ariko yisiga ubusa, yabira ishusho y'umugurano, acika usa n'abantu. Kand' abonetse afise ishusho nk'iy' umuntu, yicisha bugufi, araganduka no gushitsa ku rupfu, kand' urupfu rwo ku musaraba!"*

***— Ab'i Filipi 2:5–8***

Twebwe abavutse ubwa kabiri muri Kristo mu vy'ukuri turafise ubushobozi bw'Umuremyi hano kw'isi. Iki si ikintu cari gikwiye kutugora kwakira. Dukeneye gusa kucakira mu kwizera. Duca dukenera kandi guhindukirira Umusaraba, hanyuma mu guca bugufi tukegurira vyose kuri Kristo. Aha ni ho Mpwemu aca atangura kutugenzura, tukarenga kugengwa na kamere canke ubwenge bwacu.

Iyo intumbero yacu yo gusenga atari imigenderanire ibandanya gukura n'Ishobora vyose, tuzosanga turiko dusenga muri kamere hamwe n'ubugombe bwacu. Tuzosanga dusaba Imana ibintu ntitubironke.

*"Murasaba ntimuhabge, kuko musaba nabi, kugira ngo muvyononere mu bibahimbara."*

***— Yakobo 4:3***

Ni ikintu gikomeye cane ko tutofata ubushobozi bw'Imana ngo tubwononere mu vyo twipfuza muri kamere kacu ka kera, mu kwipfuza kw'umubiri. Bamwe bizera ngo iyo umaze kuvuka ubwa kabiri, ushobora gufata ubushobozi bw'Imana ukagenda ukiremera isi wipfuza yuzuye ubutunzi ukoresheje ugusenga n'ukwizera. Iyo tutiyeguriye Imana tuba turiko turasaba Imana ngo idufashe mu bugarariji bwacu. Iyo dukoze ivyo, tuba tukiriko turarya kuri "Ca Giti Kimenyekanisha Ikibi n'Iciza" kandi ntituba turiko tugendera muri Mpwemu. Turashobora kuronka imihezagiro mikeya y'Imana muri ubwo buryo n'ubundi igwisha imvura ku bagororotsi no ku bagabitanya. Ariko ntituzoronka imigenderanire n'ubucuti Imana yipfuza kugirana natwe.

Ibi bintu birateye ikigongwe iyo tugereranije ivyo n'umutima wa Yesu.

*"Kuko ntakuwe mw ijuru no gukora ivyo nigombera, ariko nazanywe no gukora ivy' uwantumye agomba."*

***— Yohana 6:38***

Ubugira akandi hano, dukwiye kwiyumvira isengesho ry'ukwizera nko gutangura kurasa, hanyuma tukigira, tukaja turasimba tubaza Imana aho ibigejeje, uko turonse akanya.

**Nta kintu kibi nko gufata Kristo, hanyuma Ubuntu bwiwe tukabukoresha ngo budushikane ko vyipfuzo vyacu n'ukwikunda. Ni akaga gakomeye, dutegerezwa kuba maso ngo ntitukagwemwo. Dukwiye gutahura ko imigenderanire na Yo ari co kintu kininiya twunguka mu gusenga.**

> *"None rer' asangwa mwarazuranywe na Kristo, murondere ibiri hejuru, iyo Kristo ari, avyagiye i buryo bg'Imana. Mushire imitima ku biri hejuru, ntimuyishire ku biri mw isi. Kuko mwapfuye, kand' ubugingo bganyu bukaba buhishanijwe na Kristo mu Mana."*
>
> ***— Ab'i Kolosayi 3:1-3***

Dukwiye kumenya ko ikindi kintu cose twipfuza kitari Kristo ari ukwipfuza kubi, kandi ko dukeneye kucatura nk'icaha.

*"Ibaha ico basavye, Arikw imitima yabo iyishiramwo kwonda."*

***— Zaburi 106:15***

> *"Abavuze, bati Tuzotsidisha indimi zacu, Iminwa yacu kw ar' iyacu: utuganza ni nde?"*
>
> ***— Zaburi 12:4***

**Turashobora kwizera, kwatura no gushing intahe, ariko iyo turiko dusaba ibintu bitari mu bugombe bw'Imana kandi bifatiye kuri kamere n'ukwipfuza kwacu, tuba turi mu mubiri.**

Uko tuba mu bucuti n'Imana, kandi uko Mpwemu aturongora, turarekura ukwizera kwacu tukaronka ivyo Imana ifise ku bwacu.

Dutegerezwa kugira umutima wugurutse, imigenderanire yacu bwite na Yo, kugira ngo dushobore gusohora mu mutima wacu ivyo twipfuza kandi tuyemerere kuturongora no kutwereka Ubugombe n'intumbero vyayo.

Dutegerezwa kumenya neza ko twotumira Mpwemu Yera ngo adufashe iyo turiko turasenga. Iyo dufashe akanya ko kurindira, tuzorongorwa na Mpwemu nta nkeka, mu bihe vyacu vyo gusenga.

Dukwiye kubandanya dusenga kugeza tugeze ahantu twumva ko turiko turahuza na Yo. Aho twoheza tukamenya meza ko ari ubugombe bw'Imana kuri twebwe no ku bugingo bwacu. Irashobora kubwira umwe kugura imodoka, uwundi ikamubuza kuyigura.

**Iyo tuzi ubugombe bw'Imana, turaheza tukabandanya urugendo rwo kuvyara inyishu ya bwo mu gusenga twizeye. Ni ngaha duheza tugahurira na Mpwemu tukaronka amasezerano uko twizeye, twatura kandi dushinga intahe, tukongera tukayitazira ku nyishu. Turavuga! Imisozi ikimuka! Imana ihabwe icubahiro.**

Igihambaye kuri twebwe ni ugusenga. Hariho ibituma vyinshi vyotuma tudasenga, ariko ugusenga isengesho ribi rishoboka, ni vyiza kurusha kudasenga na gato. Dukwiye gutahura ko ata migenderanire iba iriho hagati yacu n'uwo tutigera tuvugisha.

> *"Ariko weho, iy' usenga, uje haruguru mu nzu yawe, wugare urugi, usenge So aba mu mpisho, kandi So, akuboneye mu mpisho azoguhera."*
>
> ***— Matayo 6:6***

Birashobora gushika ukumva ukeneye cane gusengera umuntu canke ikintu, mu nyuma ugasanga muri uwo mwanya hari ikintu cari gikeneye amasengesho yawe muri uwo mwanya.

Ikindi kintu kigize ugusenga, ni ukwisonzesha. Aha ni hamwe tureka gufungura, rimwe na rimwe n'amazi tukayareka, tukagwanira mu gusenga.

Uko twiga Ivyanditswe, turabona ko uretse Imana, n'abamalayika baraza kwishura amasengesho yacu no kwisonzesha.

Uretse ibihe vya Pentekote, izindi ncuro zine, Bibiliya itubwira ku bijanye no gusenga.

1. Daniyeli.
2. Yesu.
3. Ishengero rya mbere risengera Petero.
4. Paulo.

Dusanga, igihe Daniyeli yisonzesha agasenga, umumalayika yaraje. Yesu ahejeje kugeragezwa mu bugaragwa, abamalayika baraje baramukorera. Igihe abo mw'ishengero basengera Petero apfunzwe, umumalayika yaraje aramubohora. Igihe Paulo yisonzesha agasengera hagati mu gihuhusi co mu kiyaga, inyuma y'iminsi myinshi, umumalayika yaraje abana na we.

**Iyo dusenze dukobeje, Imana yaremye vyose iricisha bugufi kandi ikamanura uburunzi bwayo bwo mw'ijuru no mw'isi ku bwacu.**

Ubu turi muri Kristo, dusangiye na we kamere kiwe mu kuturungika abamalayika hamwe n'ubushobozi bukiza bwayo!

Ni mu gusenga dukoresha ukwizera, tukagwana intambara zose duhanganye n'impwemu z'ahantu ho mu mwijima, tukaronka ububasha ku bintu hamwe n'ibihe. Intsinzi ni iyacu uko duhagarara mu bubasha bwa Yesu Kristo. Satani n'Abadayimoni biwe baratinya kandi bakajugumira iyo ishengero rishize amavi hasi rigasenga, rigatangura gusunika ryigiza ku zindi mbibe zishasha ubwami bw'Imana, ribwaka Satani.

Mu misi ya mbere yawe yo kugendana n'Imana, reka ndagutere integer kwimenyereza kwisonzesha no gusenga.

# IGICE CA 14: GUSENGA

**Uzuza**

1. Mu masengesho ni ho turonkera_________________________________
2. Mu gusenga duhura n'_________________________
3. Iyo twiteze Uhoraho, nawe____________________________inkomezi zacu.
4. Mu gusenga tuza mu bwiza bw'Imana hanyuma tukaronka_______________ , ______________________hamwe n'________________________
5. Abantu bonyene bazi_______________________ ni abantu bamaze gukizwa.
6. __________________yaraduhaye akarorero k'ingene dusenga.
7. Ubutunzi bwose bwo mw'___________________ubu ni ubwacu kubera ikimazi co kwitanga ca Yesu ku Musaraba.
8. Ntidukwiye guhagarikwa umutima n'ikintu na kimwe ahubwo biciye mu gushima no gukenguruka ikintu cose________________________Imana.
9. Iyo twizeye, dusavye tuzokironka.
10. Data wo mw'Ijuru____________________kuduhaza ivyiza.
11. Ikintu cose Imana ishoboye gukora__________________kukitwishura nitwasenga.
12. Dutegerezwa_______________imitima yacu hamwe n'_______________yacu imbere y'intebe y'Imana mu gusenga.
13. Twebwe twavutse ubwa kabiri, turafise___________________z'umuremyi aha kw'isi.
14. Turasaba ntiduhabwe kubera dusabana____________________________

15. Ntidukwiye na rimwe gufata ubushobozi bw'Imana ngo turondere___________mu kubukoreshaivya___________________________

16. Nta kintu na kimwe kiriho nko gufata Kristo n'ubuntu bwiwe tukabikoresha mu nyungu zacu_____________________n'__________________________

17. Dutegerezwa kumenya ko ico turiko turasengera gihwanye n'ubugombe bw'Imana igihe tu___________,____________kandi__________igihe tuba twizeye ko Imana izotwishura.

18. Dukwiye kuba dufitaniye imigenderanire myiza n'Imana mu gusenga kugira ngo dushobore kuyibwira ivyipfuzo vyacu hanyuma___________________kutwereka _______________________bwayo.

19. Dutegerezwa___________________________na Mpwemu igihe dusenga.

20. Data atubona ari_____________________ azotwishurira____________________

21. Kwisonzesha rimwe na rimwe birakeneye___________________mu gusenga kwacu.

22. Imana_____________________ ubwayo, ikishura amasengesho yacu.

23. Ni mu gusenga__________________________ukwizera kwacu.

**Hitamwo Inyishu**

1. Mu gusenga ni ho

   A. Turonka amahoro
   B. Tuvugana n'Imana
   C. Dusaba ibintu
   D. Vyose uko ari bitatu

2. Mu gusenga

   A. Turaryama
   B. Turafungura
   C. Turakobereza
   D. Tuja mu bwiza bw'Imana

3. Gusenga vyari bikwiye kuba

   A. Gusubiramwo kenshi
   B. Ikinyedini
   C. Kwanditse mu gitabo
   D. Ukw'umwe wese ukwiwe

4. Mu gusenga

   A. Turonka amahera yacu
   B. Tuzogirana ubusabane n'Imana
   C. A na B zose
   D. B niyo y'ukuri yonyene

5. Data azoduha

   A. Ivyo yaduteguriye gusa
   B. Ikintu cose dushaka
   C. Ico dusaba cose mw'izina rya Yesu
   D. Vyose hamwe

6. Inyungu nini y'amasengesho ni

   A. Inyishu
   B. Ivyo dukeneye
   C. Imigenderanire n'Imana
   D. Kubohorwa

7. Yesu yavuze ati

   A. Ndafise amafaranga menshi yanyu

B. Baho rimwe gusa
C. Ndafise imfashanyo ya kamere yawe
D. Naje gukora ubugombe bw'uwantumye

8. Kugira ngo ube nka Yesu

A. Kurondera ivyo mw'ijuru
B. Kuguruka
C. Kwoga mw'ibahari
D. Kutarya ingurube

9. Imana igisha imvura

A. Ku wa mungu gusa
B. Ku misozi miremire gusa
C. Iyo ufise umutaka
D. Ku babi n'abeza

10. Rimwe na rimwe turakeneye

A. Kugwanira mu masengesho
B. Kuganira n'abandi
C. Kwiyumvira ibindi bintu
D. Gusinzira

**Ibibazo Vyishurishwa Ibisomwa**

1. Sigura isengesho.

______________________________________________
______________________________________________
______________________________________________
______________________________________________
______________________________________________

2. Nosenga umwanya umeze gute?

3. Mbega twosengera nde?

CHAPTER 15

# UMWANSI

Umwansi? Murambaza muti "ushaka kuvuga ka kana keza kifitiye uduhembe dutoya, kagenda kambaye impuzu zisa n'agahama, n'icuma kimeze nk'ifurusheti? Karya kantu kimereye neza ata muntu kogirira nabi?" Oya! Ni wa wundi yaduhenda akatubwira ko ari mwiza kandi ata kibi akora. Ni umwansi w'ubugingo bwacu! Ni umwe Yesu yavuga muri Yohana 10:10 aho yavuga ko "Igisuma ata kindi kikizana atari ukwiba, ukwica no gutikiza."

**Ni wa mubi Bibiliya yita "Umurezi wa benedata," yanka Data kandi akanezerwa no kwica abana biwe.**

Harageze ko tuja mw'Ijambo tukaraba kandi ico Bibiliya ivuga ku co mwansi ari vy'ukuri.

> *"Ni wewe war' akaminuza ka vyose, wuzuye ubgenge, ukaba mwiza vy'agahore. Wari muri Edeni, mw itongo ry'Imana; wisakayek' utubuyenge twose tw'igiciro kinini, twitwa odemu na pitida na yahalomu na tarushishi na shohamu na yasipi na safiro na nofekina na bareketi, bo n'izahabu: ubuhanga bgo kubaza udushako tw'ingoma n'imyironge bgar' i wawe; vyari vyarateguwe umusi waremwako. War' umukerubi usizwe amavuta, ushanje amababa: kandi nagushizeho, uba ku musozi wera w'Imana; wacuragiza hagati y'amabuye yaka umuriro. War' agahore mu ngeso zawe zose uhereye umusi waremeweko, gushitsa igihe ibigabitanyo vyakubonetseko. Ibitayega vy'ibidandazwa vyawe vyatumye wuzura umuryano, maz' uracumura: ni co catumye nguhinda nk'igihumane, nkagukura ku musozi w'Imana; narakugesheje, yewe mukerubi ushanje amababa, ngukura hagati ya ya mabuye yaka umuriro. Ubgiza bgawe ni bgo bgateye umutima wawe kwishira hejuru, igitinyiro cawe ni co cononnye ubgenge bgawe; ngutsinze hasi, nkurambitse imbere y'abami ng' ubabere akabarore."*
>
> — ***Ezekiyeli 28:12–17***

Turasoma hano ingene Imana yaremye Satani yuzuye ubwenge kandi afise ubwiza buhebuje.

Uyu musi Satani ari muri iyi si kandi ateza ivyago, arondera kwiba, kwica no gutikiza.

> *"Wari waribariye mu mutima, uti Nzoduga nje mw ijuru, nkuze ingoma yanje isumbe inyenyeri z'Imana; uti Nzovyagira ku musozi w'ikoraniro mu ruhande rw'impera y'i buraruko; uti Nzoduga ndenge ah' ibicu bigarukira; nzoba nk'Isumba vyose. Yamar' uzomanurwa, ushike i kuzimu, ushike mu bgigobeko bga rwa rwobo."*
>
> ***— Yesaya 14:13–15***

Muri kahise, Satani yari mw'ijuru nk'umumalayika w'Imana. Igihe yishira hejuru nk'uko yoba ari Imana, yaraciriwe urubanza kandi arirukanwa mw'ijuru. Bibiliya itubwira ko mu gitabo c'Ivyahishuwe, igice ca 12, Satani yaterewe hanze y'ijuru kandi ica gatatu c'abamalayika barajana. Ivyo na Yesu yarabivuze muri Luka 10:18 aho yavuga ati:

> "*Nabonye Satani, avuye mw ijuru, akoroka nk'umuravyo*."

Satani ari hano muri iyi si tubamwo uwu musi, aho arondera kwishira hejuru.

> *Nk'uko Imana ari nziza muri vyose, ata kibi na kimwe kiyirimwo, ni ko na Satani ari mubi muri vyose, ata ciza na kimwe kimurimwo. Arondera kugumiza umuntu mu buja bw'icaha n'uruhendo, hamwe no kumugira umwansi w'Imana.*

> *"ni bo batizera, bamwe imana y'iki gihe yahumye imitima, ng'umuco ntubakire w'ubutumwa bg'ubgiza bga Kristo, ni we shusho y'Imana."*
>
> ***— 2 Ab'i Korinto 4:4***

> *"Na Satani yigira umumarayika w'umuco. Nuko s'ikigoye kw abakozi biwe na bo bigira nk'abakozi b'ukugororoka."*
>
> ***— 2 Ab'i Korinto 11:14–15***

> *"Ukora ivyaha n'uwa wa murwanizi."*
>
> ***— 1 Yohana 3:8***

> *"Mwebge mur' aba so wa Murwanizi, kand' ivyo so yifuza ni vyo mushaka gukora. Uwo yahereye ubga mbere na mbere ar'umwicanyi, kandi ntiyahagaze mu*

*kuri, kukw ata kuri kuri muri we. Iy' avuga ibinyoma, avuga ivyiwe, kukw ar' umunyabinyoma, kand' ari we se wavyo."*

***— Yohana 8:44***

Yesu Kristo ni ukuri, umuco hamwe n'inzira.

Satani ni se w'ibinyoma kandi abamukurikira, abarongorera gutsindwa n'urubanza gusa (igihano c'ibihe bidashira).

*"Ivyo mwagenderamwo kera, nk'ukw ivy' iyi si bigenda, mwumvira umwami w'abaganza ikirere, ni we mpwemu ikorera mu bantu b'intabarirwa. Kandi natwe twese twahora muri bo kera mu kwifuza kw' imibiri yacu, tugakora ivy' imibiri n'imitima vyacu bigomba, kandi mu kameremere kacu twar' abo kurakirwa, nk'abandi bose."*

***— Abanyefeso 2:2–3***

Iyo twavutse ubwa kabiri tukaba twarakiriye Yesu Kristo nk'umwami n'umukiza wacu, ntituba tukiri abana b'umwansi, duca tuba abana b'Imana.

*"Ukora ivyaha n'uwa wa murwanizi, kuk' uhereye ubga mbere na mbere uwo Murwanizi yamye akora ivyaha. Icatumye Umwana w'Imana ahishurwa ngiki: n'ukugira ngw asangangure ibikorwa vy'Umurwanizi."*

***— 1 Yohana 3:8***

*"Nuko rero, kukw abana bahuje inyama n'amaraso, na we ubgiwe yahuje ivyo na bo, kugira ngw abone ukw apfa, kand' urupfu rwiwe aruhindurishe ubusa ufise ubushobozi bg'urupfu, ni we wa Murwanizi, kandi ngw arokore abajakariye ubgoba bg'urupfu bose, imisi yose y'ukubaho kwabo."*

***— Abaheburayo 2:14–15***

Iyo wakijijwe, uba wacunguwe n'amaraso ya Yesu Kristo ugakurwa mu mwijima ukinjizwa mu bwami bw'umuco. Ibi ni vyo bidushitsa mu bugingo budashira. Abaguma mu mwijima bazohonana na Satani ku mpera y'ibihe.

Igihe Yesu yabambwa akongera akazuka, Yatsinze Satani n'ingabo ziwe zose, abatetereza ku mugaragaro, abaneshesha kuzuka mu bapfuye no kuduga kwa Data mw'ijuru.

*"Ntutinye; jewe nd'uwa mbere kandi nd'uw' iherezo, kandi ndi muzima; nari narapfuye, kandi raba mpora ndi muzima! Mfise imfunguruzo z'urupfu n'iz' i kuzimu."*

***— Ivyahishuriwe Yohana 1:17-18***

**Uyu musi twisanga mu ntambara iri hagati y'ubwami bubiri buhanganye. Ubwami bw'Imana buri muri twebwe hamwe n'ubwami bwa Satani budukikuje, muri iyi si yandujwe n'icaha n'imibabaro. Ibi bizobandanya kugeza ku mpera y'ibihe aho Satani azorandurwa ibihe bidashira.**

*"Mw ijuru numva ijwi rirenga, riti Noneh' agakiza karashitse, gashikanye n'ubushobozi n'ubgami bg'Imana yacu n'ububasha bga Kristo wayo: kuk' Umurezi wa bene Data akororewe hasi, yahora abarega ku murango no mw ijoro imbere y'Imana yacu. Na bo bamuneshesheje amaraso y'Umwagazi w'Intama n'ijambo ryo gushinga intahe kwabo.'"*

***— Ivyahishuriwe Yohana 12:10–11***

*"Kand' Umurwanizi yabazimiza atererwa muri ca kiyaga caka umuriro n'amazuku, kirimwo na ca gikoko na wa muvugishwa w'ibinyoma, bazobabazwa ku murango no mw ijoro ibihe bitazoshira."*

***— Ivyahishuriwe Yohana 20:10***

Iyo tuje kuri Yesu tukamwemera nk'Umukiza wacu, tuba dukuwe mu bwami bw'umwijima tukaja mu bwami bw'umuco bw'Imana, ahantu dufitaniye ubucuti nayo.

**Ubutware bwa Satani buca bucika kuri twebwe. Duca tumutsindisha amaraso y'umwagazi, Ijambo hamwe no gushinga intahe kwacu. Mu kwizera, mw'izina rya Yesu Kristo, dufata mpiri ubwami bwose bw'umwijima.**

Uko tuba muri iyi si itwanka, twigarurira ubwami bw'umwijima, tukagera aho turonka umwandu wacu muri Yesu Kristo. Ivyo tubikora mu kwizera kwacu no mu kwatura kwacu uko tugendera mu kwera, tugendana n'Imana.

Nta bwoba dufise kuri Satani kuko yaremwe n'Imana, kandi ategerezwa guca bugufi ku bubasha bwa Kristo, ubu bwabaye ubwacu uko tuvuga izina risumba ayandi mazina yose.

*n'uko kwumvira Imana kwanyu kwamamaye mu bantu bose: ni co gitumye mbanezererwa, ariko ndagomba ko muba abanyabgenge ku vyiza, mukaba abatungu ku bibi. Imana Nyen' amahoro izofyonyorera Satani vuba musi y'ibirenge vyanyu. Ubuntu bg'Umwami wacu Yesu Kristo bubane Amen.*

***— Abaroma 16:19-20***

## IGICE CA 15: UMWANSI

**Uzuza**

1. Umwansi ntazanwa n'ikindi atari_________________no____________hamwe no___________________.
2. Ni_______________________w'ubugingo bwacu.
3. Bibiliya imwita____________________wa benedata.
4. Umwansi aranka Data wo mw'Ijuru kandi______________no kwica abana biwe.
5. Umwansi na______________________ni ikintu kimwe.
6. Yari____________________yuzuye ubwenge n'ubwiza.
7. Yari muri__________________________________
8. Imana yamugize___________________________
9. Yari_____________mu vyo yakora vyose kugeza agaragayemwo ukugabitanya.
10. Satani yavuze ko___________________mw'ijuru maze akigira Isumbavyose.
11. __________________________ava mw'ijuru
12. Satani__________________kandi ni____________muri iyi si uyu musi.
13. Nk'uko Imana ari nziza kandi ata kibi na kimwe coyibonekamwo, ni ko na Satani ari___________kandi ata_____________________comubonekamwo.
14. Satani yateye uruhumyi ubwenge bw'_______________kugira ngo ntibabone umuco w'ubutumwa bwiza.
15. Erega na Satani ubwiwe arihindura___________________w'umuco.

16. Yesu yabwye abantu muri Yohana 5:19 ko ari aba se ____________________
17. Hamwe twari tugipfuye twishwe n'ibigabitanyo n'ivyaha vyacu, twagenda________

18. Abadakijijwe bose ni_____________________b'uburake.

19. Iyo dukijijwe, tuba__________________bakurwa mu mwiza w'ubwami bwa Satani.

20. Igihe Yesu yabambwa akongera akazuka,__________________Satani.

21. Ubu Yesu afise impfunguruzo za_________________na_____________

22. Uwu musi twisanga turi hagati mu______________y'ubwami bubiri buhanganye.

23. Ku mpera y'ibihe, Satani___________________________

24. Azotererwa mu______________________aho azobabarizwa ibihe bidashira.

25. Dutsinda Satani kubwo_______________________y'umwagazi, hamwe n'ijambo ryo_____________________kwacu.

**Hitamwo Inyishu**

1. Abatizera barihenda mu kwibaza ko Satani ari

    A. Mwiza
    B. Atawe yogirira nabi
    C. Akagabo gatoya
    D. Ivyo vyose bitatu

2. Tumenya ico umwansi ari

    A. Tugendeye aho bavugiriza kandi batambira umuziki
    B. Tugiye aho bahamba abantu
    C. Twumvirije umuziki ugezweho
    D. Dusomye ijambo ry'Imana

3. Umwansi yagendera hagati mu

    A. Mashurwe
    B. Utubuyenge
    C. Mirima
    D. Barovyi

4. Imana yatereye Satani

    A. Hanze y'ubwato
    B. Hanze y'indege
    C. Mw'isi
    D. Mu munyororo

5. Igihe yatererwa hanze

    A. Ntawe bajanye
    B. Umugore n'abana biwe baramukurikiye
    C. Abaririmvyi biwe barajanye
    D. Ica gatatu c'Abamalayika

6. Uwukora ivyaha wese

    A. Ni uwa wa mwansi
    B. Ategerezwa kwihana
    C. Arashobora kubabarirwa
    D. Vyose uko ari bitatu

7. Umwansi

    A. Aratwenza
    B. Yari umwicanyi kuva kera hose
    C. Azoguta wenyene ni wamukurikira
    D. Arashobora kuboneka iyo izuba rirenze

8. Yesu yaje

    A. Kudufasha

B. Kunesha uwari afise ubushobozi ku rupfu
C. Kutubohora
D. Vyose uko ari bitatu

9. Yesu yavuze

A. Ndi uwa mbere n'uwa nyuma
B. Ndi muzima
C. Mpora ndi muzima
D. Vyose uko ari bitatu

10. Iyo tuje kuri Yesu tukamwakira nk'umwami n'umukiza wacu

A. Ubutware bwa Satani buracika
B. Dukurwa mu mwiza
C. Twimurirwa mu bwami bw'umuco
D. Vyose uko ari bitatu

**Ibibazo Vyishurishwa Ibisomwa**

1. Sigura intumbero ya Satani mw'isi y'uno musi.

___________________________________________
___________________________________________
___________________________________________

2. Erekana zimwe mu nzira umwansi akoramwo.

___________________________________________
___________________________________________

3. N'iki uriko urakora ngo uhangane na Satani?

___________________________________________
___________________________________________

## CHAPTER 16

# URUGAMBA

Mu myaka iheze, igihe umuhungu wanje Doug yari afise imyaka cumi canke cumi n'umwe, turiko turava kw'ishure mu modoka, turaganira. Yambwiye ikintu ntarigera nsubira kwibagira. Yaragize ati: "Papa, iyo ndabagamburukiye mwe n'Imana niyumva neza mu mutima. Hanyuma iyo nkoze ivyo Abandi bana bashaka ko nkora, nca ngira amahoro inyuma gusa, ariko mu mutima nkagira ivyago."

Ndazi nawe usanga bimeze uku kuva umenye Yesu. Inyuma yo kwakira Yesu Kristo, dusanga hari Intambara hagati y'umuntu wacu w'impwemu n'ibigeragezo vyo muri iyi si.

Raba iyi mirongo ikurikira.

> *"Ni mube maso, musenge, ntimuje mu mosha mabi. Umutima ni wo ukunze, arik' umubiri ufise intege nke."*
>
> ***— Matayo 26:41***

> *"wame urwana intambara nziza yo kwizera, ucakire ubugingo budashira, ubgo wahamagariwe"*
>
> ***— 1 Timoteyo 6:12***

> *"Mwirinde ibiboreza, mwame mugavye: umurezi wanyu, ari we wa Murwanizi, agendagenda nk'intambge yivuga, arondera uwo arotsa. Mumurwanye mufise ukwizera gushikamye, muzi yukw imibabaro ihwanye n'iyanyu ishitswa kuri bene Data bari mw isi."*
>
> ***— 1 Petero 5:8–9***

> *"Ibisigaye, muremesherezwe mu Mwami wacu, no mu bushobozi bgiwe bginshi. Mwambare ibirwanishwa vyose vy'Imana, kugira ngo mushobore guhagarara mudatsinzwe n'ubugunge bga wa Murwanizi. Kukw abo tunigana atar' ab' inyama n'amaraso, ariko tunigana n'abakuru n'abafise ububasha n'abaganza iyi si y'umwiza, n'impwemu mbi z'ahantu ho mw ijuru."*
>
> ***— Abanyefeso 6:10–12***

Dutsinda Satani uko twatura kandi tugashira mu ngiro ukwizera.

Reka turabe iyindi mirongo kuri ibi, hanyuma twongere tubandanye.

> *"Kuko mwahambanywe na we mw ibatizwa, ni ho kandi mwazuranywe na we, kubgo kwizera ubushobozi bg'Imana yamuzuye mu bapfuye. Kandi hamwe mwari mugipfuye mwishwe n'ibicumuro vyanyu n'ukudakebga kw'imibiri yanyu, yabagiranye bazima na we, imaze kuduharira ibicumuro vyacu vyose, ihanaguye n'icete kitwagiriza, kirimw' amabgirizwa caduhama, igikura hagati yacu na yo, ikibamba ku musaraba. Kandi yambuye abakuru n'abafise ububasha, ibatetererereza mu maso ya bose, ibashorera bafashwe mpiri kubg' uwo musaraba."*
>
> ***— Ab'i Kolosayi 2:12–15***

> *"Abakirisha ukuzuka kwa Yesu Kristo, ar' i buryo bg'Imana, kuko yagiye mw ijuru, amaze guhabga gutwara abamarayika n'abanyabubasha n'abanyabushobozi."*
>
> ***— 1 Petero 3:21–22***

**Yesu yaranesheje ubwami bwa wa mubi kuri twebwe igihe yazuka mu bapfuye. Iyo ntsinzi ya Yesu yaraduhawe kandi mu kwizera turaganza hejuru y'umwijima.**

Ndasenga nk'uko Paulo yasengeye ishengero ry'I Efeso. Reka dusomere hamwe iri sengesho.

> *"Ni co gituma nanje, numvise ukwizera Umwami Yesu kuri muri mwebge, n'urukundo mukunda abera bose, ntahengeshanya kubashimira Imana, mbahoza mu kanwa uko nsenze, ngw Imana y'Umwami wacu Yesu Kristo, Data wa twese w'ubgiza, ibahe umutima w'ubgenge no guhishurirwa mu kuyimenya; ngw amaso y'imitima yanyu yihweze, kugira ngo mumenye ivyo mwizigizwa n'uguhamagara kwayo ivy' ari vyo, mumenye n'itunga ry'ubgiza bg'ishamvu ifise mu bera, mumenye n'ubginshi buhebuje bg'ubushobozi bgayo ikoreshereza muri twebge abizera, nk'uko kwa gukora kw'ububasha bg'ubushobozi bgayo kungana, ukwo yakoreye muri Kristo, hamwe yamuzura mu bapfuye, ikamuvyagiza i buryo bgayo ahantu ho mw ijuru, imushize hejuru cane y'ubukuru bgose n'ububasha bgose n'ubushobozi bgose n'ubgami bgose n'izina ryose rivugwa, si mur' iki gihe gusa, ariko no mu kizoza. Kandi yamushikirije vyose, ibishira musi y'ibirenge vyiwe,*

*kand' imuha ishengero ngw abe umutwe waryo wo gusumba vyose, ni ryo mubiri wiwe, unengesereye unengesera vyose hose."*

***— Abanyefeso 1:15–23***

*"yatuzuranye na we, itwicarikana na we ahantu ho mw ijuru, turi muri Kristo Yesu."*

***— Abanyefeso 2:6***

Turabona mu Vyanditswe ko igihe Yesu yazuka mu bapfuye, Imana yashitse Satani n'ububasha bwiwe bwose musi y'ibirenge vyiwe.

Iyo twakiriye Yesu nk'Umukiza wacu, duca dushirwa mu mubiri wiwe.

Ibi bisigura ko natwe tuba dusangiye nawe kuganza hejuru y'ubwami bw'umwijima, uko tuguma muri we.

Yesu, inyuma yo kuzuka ubu yicaye I buryo bwa Data, ariko imbere y'aho yabanje guha ubushobozi Umubiri wa Kristo, ari ryo Shengero.

Uyu musi turi mu mubiri wiwe, ishengero, turi hagati na hagati mu mutwe hamwe n'ibirenge vyiwe.

Ububasha bwose bwashizwe musi y'ibirenge vyiwe (kandi ishengero ni Umubiri wiwe), rero, ubu turi mu Mubiri wiwe, turafise natwe ububasha hejuru ya Satani n'ubutware bwiwe.

Ibi tuvyakira mu kwizera kwacu igikorwa gisozerewe c'amaraso ya Kristo, Umusaraba hamwe n'intsinzi yabaye rwacu mu kwatura n'ukwizera izina rya Yesu.

Nk'uko Imana igufitiye umugambi mwiza cane ubu, uzonagushitsa mw'ijuru, ni ko na Satani yari agufitiye umugambi wari kuzogushitsa mu muriro udashira. Yari yumva anezererewe kuzoguta wenyene igihe cose wari kwemera kubandanya inzira ziwe. Yari yarakubeshe cane ku buryo imbere y'uko ukizwa utari unazi ko ari we so wawe. Ikintu cose ciza wakoze, yaragufashije, kuko yariko aranakoresha ako kantu keza muri wewe ngo yemeze abantu bandi ko utanakeneye Yesu.

**Iyo umaze kwakira Kristo, wivye Satani umugambi wiwe yari agufitiye, kandi uwu musi inguvu zose azishira mu kukubuza kumutwara ikindi kintu co mu bwami bwiwe. Ibi**
**abikora agerageza kudusambura muri twebwe biciye mu caha, mu kutwiba ukwizera kwacu biciye mu bihe bitandukanye ubuzima bwacu burimwo.**

Reka turabe ukugeragezwa kwa Yesu tumenye ingene umwansi akora.

> *"Yesu yuzuzwa Mpwemu Yera, ava kuri Yorodani, agendagendeshwa mu bugaragwa na Mpwemu, amaray' imisi mirongwine, ageragezwa n'Umurwanizi. Kandi mur' iyo misi nta co yariye; ishize arasonza. Umurwanizi aramubgira, ati Ni waba ur' Umwana w'Imana, bgira iri buye ricike umutsima. Yesu aramwishura, ati Vyanditswe ng' Umuntu ntatungwa n'umutsima gusa. Aramudugana, amwereka ubgami bgose bgo mw isi mu kanya gato. Umurwanizi aramubgira, ati Ndaguha ubu bubasha bgose n'ubgiza bgabgo, kuko jewe nabuhawe, kandi mbuha uwo ngomba wese: nuko ni wampfukamira, ukansenga, ubgo bgose buraba ubgawe. Yesu aramwishura, ati Vyanditswe ng' Usenge Uhoraho, Imana yawe, abe ari yo usaba yonyene. Amujana i Yerusalemu, amuhagarika mu gatwe k'urusengero, aramubgira, ati Ni waba ur' Umwana w'Imana, ikororere hasi, kuko vyanditswe, ngw Azokuragiza abamarayika biwe, ngo bakuzigame: kandi ngo Bazokuramira mu maboko yabo, Ngo kumbure ntutsitare kw ibuye. Yesu aramwishura, ati Vyaravuzwe, ngo ntukagerageze Uhoraho, Imana yawe. Umurwanizi arangije ivy' amugeragesha vyose, amara igihe amuretse. Maze Yesu asubira i Galilaya, ari n'ubushobozi bga Mpwemu."*
>
> ***— Luka 4:1–14***

Turabona ko Satani yaje akagerageza Yesu mu bijanye n'umubiri. Yakoreye ku kunezereza umubiri mu kuwuha ivyipfuza vyawo. Yaramugerageje kugira ngo agendere ku bigaragara atari kurongorwa n'ukwizera, mu kugerageza ku buryo Imana yitaho ivyo dukeneye. Ubwa nyuma yamugerageje kugira ngo akekeranye ko ari Umwana w'Imana kandi amuha akaryo ko kwiyorohereza mu gushika ku kuganza hejuru y'Ubwami bwose, atumviye Se. Natwe ibi ni ibigeragezo ducamwo cane.

> *"Narabandikiye ba se, kuko muzi uwahereye ubga mbere na mbere. Narabandikiye misore, kuko mufise inkomezi, kand' ijambo ry'Imana rikaguma muri mwebge, kandi mwanesheje wa Mubi.  Ntimugakunde isi, cank' ibiri mw isi. Umuntu ni yakunda isi, ugukunda Data wa twese ntikuzoba kuri muri we.*

*Kukw ikiri mw isi cose ar' ivyifuzo vy'umubiri, n'ivyifuzo vy'amaso, n'ubgibone bg'ubu bugingo, bitanduruka kuri Data wa twese, ariko vyanduruka mw isi. Kand' isi irikw irashirana n'ivyifuzo vyayo, arik' ukora ivy' Imana igomba yamah' ibihe bidashira."*

***— 1 Yohana 2:14–17***

Mpwemu, uko aturongora, azonatureka rimwe na rimwe duce mu bugaragwa, aho ni ho tuzohitiramwo gukorera Imana canke icaha cacu.

**Tudashoboye kunesha ivyipfuzo vy'umubiri, ntidushobora gukorera Imana neza. Ingingo dufatira mu bugaragwa zizogira ingaruka ku kunesha canke kuneshwa kwacu mu rugendo tugendanamwo n'Imana. Tudashoboye kunesha ibitugerageza, igihe cose Imana izoba ifise ikintu ciza ishaka kuduha, Satani azokwinjirana mu ntege zacu agisambure. Ibitero vy'umwansi kenshi bizanana muri kamere kacu ka kera, igihe cose aba agishobora kuhadutsindira.**

Iyo turavye amakuru yose yerekeye ihanga rya Isirayeli igihe bari mu bugaragwa Mose amaze kubakura muri Egiputa, turabona ingene bananiwe kwumvira Imana. Barumva bipfuza gusubira inyuma kandi barongorwa n'ivyo nabona kurusha kwizera ico Imana yababwiye.

*"Bene Data, Icahagomba ko mutamenya yuko ba sogokuruza bose bari musi ya ca gicu, kandi yuko bose baciye hagati ya ca kiyaga cigabanije, bose bakabatirizwa kuba aba Mose mur' ico gicu no mur' ico kiyaga, bose bagasangira vya vyo kurya vy'impwemu, bose bagasangira vya vyo kunywa vy'impwemu. Kuko banywa ku gitandara c'impwemu cabakurikira, ico gitandara cari Kristo. Arikw abenshi muri bo, Imana ntiyabashimye, kuko bahonerejwe mu bugararwa. Arikw ivyo vyatubereye akarorero kugira ngo ntitwifuze ibibi, nk'uko ba bandi bavyifuje. Kandi ntimugasenge ibishushanyo vy'ibigirwamana, nk'uko bamwe bo muri ba bandi babisenga: nk'uko handitswe, ngw Abantu bicaritswe no kurya no kunywa, bava hasi baravyina. Kandi ntitugashakane, nk'uko bamwe bo muri ba bandi bashakanye, maze hagapfamw' abantu ibihumbi mirongwibiri na bitatu ku musi umwe. Kandi ntitukagerageze Umwami wacu, nk'uko bamwe bo muri ba bandi bamugerageje, bakamarwa n'inzoka. Kandi ntimukidodombe, nk'uko bamwe bo muri ba bandi bidodomvye, bakamarwa n'umuranduzi. Arikw ivyo vyababayeko*

*kugira ngo bitubere akarorero, kandi vyandikiwe kuduhanura twebge, abashikwako n'amaherezo y'ibihe."*

***— 1 Ab'i Korinto 10:1–12***

Ibintu vyashikiye ihanga rya Isirayeli mu bugararwa ni akarorero kuri twebwe. Urwo runganwe rwa Isirayeli ntirwigeze rurengana mu bugararwa, bapfuye bataronse unwandu wabo bazize kutumvira no kutizera. Ntibigeze nashobora kunesha ikigeragezo

Iyo Yesu aneshwa n'icaha, ntiyari kuva mu bugararwa.

Nitwaneshwa n'icaha tuzoguma mu bugararwa turwana ntaco.

Warabonye uko Ijambo rivuga ko Yesu amaze gutsinda ikigeragezo ciwe, yasubiye I Galilaya yuzuye "Ubushobozi bwa Mpwemu"?

Yaciye atangura igikorwa ciwe co gusangangura ibikorwa vy'umugwanizi, ico ni na co camuganishije ku musaraba Arapfa, ahatsindira intsinzi inengesereye Satani.

**Urugamba turwana n'icaha si ikintu dukora umusi umwe. Tuzokwama mu ntambara na kamere yacu hamwe n'ibitero vy'umwansi kugeza tuvuye muri iyi si. Iyo bishitse tugatsindwa dutegerezwa kw'ihanga, Kandi turamenya ko uwo yatanguye ibikorwa ciza muri twebwe azogiheraheza.**

Umuntu wese akoze icaha aba arenze icagezwe. Icaha ni ukurenga itegeko!

*"Kandi murazi yuk' uwo yahishuwe kugira ngw akureh' ivyaha, kand' ata caha kiri muri we. Umuntu wese aguma muri we ntakora ivyaha; ukora ivyaha wese ntiyamubonye kandi ntiyamumenye."*

***— 1 Yohana 3:4–6***

*"Bana banje bato, mbandikiye ivyo kugira ngo ntimukore icaha. Kandi ni hagira umuntu akora icaha, dufise Umwitsa kuri Data wa twese, ni Yesu Kristo umugororotsi, kand' uwo ni we mpongano y'ivyaha vyacu, mugabo s'iy' ivyacu twenyene, ariko n'iy' ivy' abari mw isi bose."*

***— 1 Yohana 2:1–2***

**Natwe bidusaba kubanza kunesha icaha imbere y'uko tugendana na Mpwemu. Dutegerezwa guhitamwo kuvuga, twebwe nyene tuvyishakiye duti "Oya" igihe cose twumva dukwegewe kuja mu caha.**

Kugeragezwa n'icaha biza kubera kamere yacu yaguye hamwe n'igikorwa ca satani. Ntidukwiye kwegeka kuri satani ibigeragezo bica mu vyipfuzo vyacu ubwacu, ariko kandi dutegerezwa gutahura ko Satani ari ukuri, arahari, ageragaza kudutwara akoresheje icaha.

Intumwa Paulo yabwiye Ab'I Galatiya ko abari muri Kristo baba barabamvye kamere yabo hamwe n'ivyo gakunda n'ivyipfuzo vyayo. Ivyo ni vyo, kuko iyo tutabamvye kamere, igihe cose dukeneye gukurikira Kristo, Satani azokwama aza kuturondera akoreye mu ntege nke zacu adukure mu nzira akoresheje icaha.

Ingingo yo kwumvira Ijambo dufata, hanyuma tugatera ibitugu icaha itegerezwa gukomera kandi ikaba ntabanduka nimba tugombe kubona intsinzi n'ubushobozi vya Kristo. Kugira ivyo bikunde, dutegerezwa kwama turiko turibaza iki kibazo, "Mbega ndiko ndasenga? Ndi mw'Ijambo? Ndi mu busabane? Ndiko ndatanga? Ndiko ndasangira ukwizera n'abandi? Ndiko ndahimbaza nongera ntazira Imana?

**Nk'uko dukeneye gufungura no kuryama, kugira tugume dufise amagara meza, dukeneye kandi kwama dukora birya bintu nadondaguye kugira ngo tugumane inkomezi mu Mwami kandi tube abidegemvya ku caha. Iyo tumaze kwidegemvya ku caha, tuba twiteguye kwemera kwitaba ubutumire bw'Imana mu gisirikare cayo, nk'umurwanyi yera.**

Iyo wamaze gupfa ku caha no kuri kamere, uca utangura kurondera icubahiro ciwe gusa, uca utangura kubona impinduka mu mutima. Uko umara akanya mu bwiza bwiwe, uzoca utangura kwumva muri wewe rwa rukundo rwari muri Data igihe yarungika umwana wiwe ngo aze kubabara, anapfe kugira ngo turonke ubugingo. Uko tubona kandi tukaba muri urwo rukundo rutagiramwo ukwikunda na gukeya, ni ko natwe tugenda turibagira ukwitwararika ukumererwa neza kwacu n'ukwigungirako kugira dusangire urukundo rwiwe n'abakiri mu mwijima.

*"Eka mbere n'ibintu vyose ndavyiyumvira kw ar' ubuhombe, kubg' ikibirengeye, ni co kumenya Kristo Yesu Umwami wanje. Kubg' uwo nahomvye ibintu vyose, ndavyiyumvira kw ar' ishano, kugira ngo ndonke Kristo, kandi mboneke ko ndi*

*muri we, ntafise ukwanje kugororoka, kumwe kuva mu vyagezwe, ariko mfise kumwe kuzanwa no kwizera Kristo, ni kwo kugororoka kuva ku Mana, guhabga uwizeye, ngo ndamumenye, mmenye n'ubushobozi bg'ukuzuka kwiwe, n'ugufatanya na we imibabaro yiwe, nshushanywe n'urupfu rwiwe."*

***— Ab'i Filipi. 3:8–10***

Kubera Intambara natsinzwemwo kenshi imbere, ibikomere nagize, agahinda ka benedata baguye, ntegerezwa kubabwira iki kintu.

**Nimba ushaka kwama ivyamwa, ivyamwa bigumaho mu buzima bwawe nk'umwigishwa, utegerezwa kuja mu rugamba.**

Nimba ushaka gusa gukizwa no kubona ukugira neza kw'Imana mu buzima bwawe, ni vyiza. Ariko nimba ugomba kuba umwigishwa ukabona ivyamwa, utegerezwa kwikorera umusaraba wawe ugasangira umubabaro na we.

*"Bamaze kuvuga ubutumwa bwiza muri ico gisagara no guhindura benshi abigishwa, basubira i Lusitira no muri Ikoniyo no muri Antiyokiya, baremesha imitima y'abigishwa, babahanura ngo bagume mu kwizera: kandi yuko dukwiye guca mu marushwa menshi mu kwinjira mu bgami bg'Imana."*

***— Ivyakozwe n'intumwa 14:21-22***

Hariho akarorero k'igisirikare c'Imana mu nkuru ya Dawidi na Goliyati tubona muri 1 Samweli 17. Turasoma ingene ingabo z'Imana zari zishagaje zihanganye n'ingabo z'Abafilisitiya, ingabo z'umwijima. Imisi yose, Goliyati yarasohoka mu nsago zabo, akazi gucokora ingabo za Isirayeli hanyuma agasubira inyuma. Satani yari ahimbawe kureka ingabo z'Uhoraho gusagaza zikamera nk'iziri ku rugamba, kuko yari azi ko umwandu wabo yawigaruriye. Yari azi ko kandi kiretse bahagurutse mu kwizera ngo bamugwanye, azobandanya kwibera mu mwandu Uhoraho yabahaye.

**Ese abantu bahendwa mu kwizera ko ubwigishwa butarimwo guhangana buzozana intsinzi, bari mu bapasitori ndetse n'ishengero.**

Umuhamagaro wacu si gusa kwezwa no kubaho ubuzima bw'intsinzi, ariko kandi ko twagura ubwami bwayo mu mwijima wa kino gihe turimwo twongere turondere iminyago y'abazimiye. Kugira dushobore guhagarara neza muri urwo rugamba rwo kwizera, dutegerezwa gutahura ko urugamba rwacu tutarwana n'abafise inyama

n'amaraso, ahubwo tugwana na satani hamwe n'ubwami bwiwe. Ibi bisigura ko tutagwanira mu mubiri. Ahubwo, tugwanira mu kirere c'impwemu. Ibi bisigura ko uburyo bwo kugwana dukoresha butandukanye n'ubwo twari tumenyereye.

> *"Kukw ibirwanishwa vy'intambara yacu atar' ivyo mu buryo bg'umubiri, arikw imbere y'Imana bifise ubushobozi bgo gushingura akarimbi."*
>
> ***— 2 Ab'i Korinto 10:4***

Intsinzi y'ukwizera kwacu tuyishikamwo iyo tugendeye mu buzima butarimwo icaha, twiga twitwararitse Bibiliya, dusenga, twatura, kandi duhimbaza.

Ndamaze gusangira namwe ingene ugusenga n'ijambo ry'Imana bihambaye. Ariko mumenye kandi akamaro ko kwatura no guhimbaza mu rugamba rwanyu n'umwansi. Iyo twatuye ububasha dufise muri Kristo, bitangariza isi y'impwemu na twebwe ubwacu ko turi ab'Imana kandi twambaye intsinzi muri Kristo. Igihe dusenga kandi twisonzesha, tuzotuma urugamba turimwo turuhinduza ukwatura kwacu, ruvemwo intsinzi mu kwizera. Igihe cose dutanguye gukekeranya Imana, ico yakoze canke iriko irakora, canke izokora muri kazoza, tuba dukwiye kwiyaturira tukanaturira abandi badukikuje Imana ihambaye dukorera. Ukwatura gutegerezwa kwama kwisunga Ijambo.

**Ni mu kwatura ukwizera kwacu twemerera Imana kuba Imana ishoboye gukora ivyo dusaba kandi twiteze. Uko tuyihimbaza ku co Iri n'Ukugira neza kwayo kuri twebwe, dutsinda ikirere c'umwijima kiba kidushikamiye.**

Uko tuvuga Ijambo, tukatura ububasha dufise muri Kristo, kandi uko tugendera mu gutazira Imana no kwatura, turanesha umwansi n'imigambi yiwe yose mibi adufitiye.

Uze wirinde umuntu wese akoresha uburyo ubwo ari bwo bwose bwa satani mu migenderanire afise n'abandi. Biba vyoroshe gusukwa na vyo mu mubiri kandi biha akaryo satani ko kuduhenda. Bumwe mu buryo Satani akoresha mu kuduhenda ni ikinyoma, ubwoba, iterabwoba, gusukana, guhendahenda, gukwegakwega, ubunebwe, ukwihebura, n'ibindi. Si mubi gusa, aranashaka gukoresha uburyo bwose n'umuntu wese ngo biturwanye kugira ngo duhagarike umugambi w'Imana kuri twebwe.

Ibi uzogenda urabitahura kurusha uko uzoba umwigishwa mu rugendo rwawe ruri imbere. Uzobona ko Umwansi atakirajwe ishinga gusa no kugusamburira ukwizera,

ariko kandi aranakorera mw'ishengero. Satani n'abakozi biwe twobamenyera ku buryo babayeho, uburyo bakoresha hamwe n'ivyamwa bama.

Ibi ntibikwiye kudukanga mu gihe tugendera mu rukundo ku bwo kwizera. Turazi ko Imana yamaze kugenda ishengero, Umubiri wa Kristo, natwe turimwo uwu musi, kwerekana icubahiro cayo no gusambura ibikorwa vya wa mugwanizi. Twahamagariwe kuba muri iki kibuga co mu buryo bw'impwemu kandi ku bwo kwizera, twame ivyamwa vyinshi kandi bigumaho. Yesu yavuze ko azokwubaka ishengero ryiwe kandi amarembo y'I kuzimu ata co azorigira. Ariko akora ivyo aciye ku bantu bagendera muri Mpwemu kandi bazinanye na Mpwemu Yera.

Inkuru nziza n'uko ubu turi mu mugwi unesha!

# IGICE CA 16: INTAMBARA

**Uzuza**

1. Umwansi wacu ni_____________________________________________

2. Dutegerezwa______________kandi tukaba_______________.

3. Abo tunigana si ab'inyama n'amaraso ahubwo ni___________ n'abafise ububasha ___________mu____________________.

4. Tugendera mu______________kubwo_______________________.

5. Igihe Yesu yazuka mu bapfuye yafashe mpiri__________________________n' _______________abatetereza ahibonekeza.

6. Yesu Kristo________________ ubushobozi b'umwansi kuri twebwe igihe yazuka ava mu bapfuye.

7. Dutegerezwa gutahura _____________________bwa Kristo kuri twebwe abizera.

8. Ubu turi kumwe na Kristo mu______________ bwiwe ku bubasha bw'umwijima.

9. Ibi tuvugukira kubwo__________________________

10. Uko Yesu yari afise umugambi mwiza kuri wewe, ni na ko Satani afise umugambi kuri wewe uzoherera________________________

11. Satani yakoresheje__________________________mu kugerageza Yesu.

12. Mpwemu azoturongorera mu bugaragwa aho______________ngo bigaragare ko dukorera Imana canke icaha.

13. Ab'Isilayeli baca ___________________________- , igihe banse kwumvira Imana.

14. Ab'Isirayeli bakwiye kutubera______________ kugira ngo ntitwipfuze ibintu bibi.

15. Iyo tugondojwe n'icaha, duca_________________ mu bugararwa tugwana n'icaha.

16. Urugamba tugwana n'icaha si igikorwa c'__________________________

17. Nihagira uwukora icaha, tarafise _______________________kuri Data

18. Ntidukwiye na rimwe guta ishavu kuri __________________ kubera icaha cacu.

19. Ingingo yo kwumvira Imana no kwanka icaha itegerezwa kuba________________ kandi ikaba ___________________ nimba vy'ukuri dukeneye kuba mu ntsinzi.

20. Iyo tumaze kwidegemvya ku ____________tuba tuba dufise___________________ wo kuvuga ego ku _____________ bwo kwinjira mu ngabo z'Imana nk'Umusirikare yera.

21. Uko tuba kandi tukabona urukundo rw'Imana ata co rwisigarije, ni ko natwe ________________guheba ukwikunda no kwitaho ukugubwa neza kwacu no kwunguka vyinshi.

22. Nimba vy'ukuri ushaka kuba umwigishwa kandi ukabona ivyamwa, utegerezwa ____________________kwikorera umusaraba wawe ugasangira ubuzima bw'imibabaro na Yesu.

23. Abantu benshi barihenda mu kwiyumvira ko kuba umwigishwa bitarimwo __________________no _____________________ kuzobashitsa ku ntsinzi.

24. Umuhamagaro wacu si ukwezwa gusa no kuba mu ntsinzi yacu gusa, ahubwo kandi ni __________________Ubwami bw'Imana.

25. N'ubwo tuba mw'isi,______________________ nk'uko isi ibikora.

26. Dutegerezwa gutahura ko ugusenga hamwe n'Ijambo ari ikintu gihambaye hamwe n'akamaro ko__________________, no _____________________

27. Imana ishimwe kuko yama iduha____________________muri Kristo.

28. Ukwatura kwacu gutegerezwa kuguma mu__________________y'Ijambo.

29. Umwansi ntaba ariko aragerageza gusa kudusamburira ubuzima bwacu bwite, ahubwo ariko aranakorera mw'___________________

30. Yesu azokwubaka ishengero ryiwe biciye muri________________________

**Hitamwo Inyishu**

1. Kwumvira Imana biduha

   A. Kwiyumva neza mu mufuko
   B. Gufungura neza
   C. Kwiyumva neza mu mutima
   D. Gushavura cane

2. Satani agenda hirya no hino

   A. Arondera ibarafu
   B. Arondera aho aryama
   C. Arondera umuduga mushasha
   D. Arondera uwo arotsa

3. Ambara

   A. Inkofero
   B. Ibirwanishwa vyose vy'Imana
   C. Ikoti
   D. Ibirato

4. Twazuwe na Kristo kubwo

   A. Amaraso
   B. Amazi
   C. Umuyaga
   D. Ukwizera

5. Inyuma yo kuzuka Yesu

    A. Yagize ubukwe
    B. Yaguze inzu
    C. Yagiye mu biruhuko
    D. Yaduze mw'ijuru

6. Yesu ni

    A. Umutwe w'ishengero
    B. Umugabo wa Mariya
    C. Umuhungu wa Yozefu
    D. Umukuru w'igisagara ca Yerusalemu

7. Satani arafise

    A. Akantu azogukorera kagutangaze
    B. Akaganuke kawe
    C. Kugutembereza ahantu haryoshe
    D. Umugambi wo kukujana mu muriro

8. Satani yahaye Yesu

    A. Umukate wo kurya
    B. Ubwami bwose bwo mw'isi
    C. Umukogote mushasha
    D. Ubwato bunini

9. Ingingo dufatira mu bugaragwa zizo

    A. Twereka ingene ari kure ku mazi
    B. Tuma bikunda canke vyanka kugendana n'Imana
    C. Dufasha guhitamwo uwo twubakana
    D. Dufasha kumenya nimba tuzokwubaka urwacu

10. Abantu mu bugaragwa batumye Imana

    A. Itanezerwa

B. Yumva ihawe agaciro
C. Inezerwa
D. Ipfuha

11. Yesu yaserutse kugira ngo

A. Ajane kuroba na Petero na Yohana
B. Abe umwami w'I Yudaya
C. Akureho ivyaha vyacu
D. Agendere ku mazi

12. Abari muri Kristo baba

A. Bagiye mu karuhuko
B. Babamvye kamere kabo
C. Bamaze gusoma Bibiliya incuro zibiri
D. Batavugisha abantu banywa itabi

13. Dutegerezwa gutsinda

A. Icaha cacu
B. Abigisha bacu
C. Imbwa zikuga
D. Ubwoba bwacu bwo kuguruka

14. Ubugororotsi bwacu buva ku Mana

A. Mw'ijuru
B. Mu kwizera
C. Mu kwumvira
D. Mu kuja ku rusengero

15. Kugwana Intambara nziza yo kwizera bisigura

A. Kugira ibigwanisho vyiza
B. Gukora ikintu
C. Kunigana
D. Vyose

**Ibibazo Vyishurishwa Ibisomwa**

1. Vuga ibintu bitatu ukwiye gukora mu kugwanya satani.

2. Vuga ibintu bitatu satani akora mu migenderanire n'abantu.

3. Sigura ingene Yesu yatse ububasha satani.

4. Ni iki ukwiye gukora kugira ngo nturwe, ngo vyanke ko usozera ubuzima bwawe uri muri Kristo.

5. Ni ibihe bintu uriko uragwanya uno musi kugira ngo ugumane ukwizera kwawe?

6. Ni iki woshira mu buzima bwawe uno musi ngo bigufashe kugumana ubwizigirwa n'ukuri mu misi yo kubaho kwawe?

# CHAPTER 17

# ITEGEKO RIKURU

Iyo dutanguye urugendo rwacu n'Imana, duca dutahura ko imigenderanire twaronse muri Yesu ari yo isi yose iriko irarondera! Duca dutangura kugira umutwaro wo gusangira n'isi yose ubutumwa bw'Urukundo rwiwe. Uwu ni wo mutima wa Data. Yesu rero yaraduhaye igikorwa kandi araturungika gukora ico gikorwa nk'abagize Ishengero ryiwe.

> *"Yesu arabegera, arababgira, ati Jewe nahawe ububasha bgose mw ijuru no mw isi. Nuko ni mugende, muhindure amahanga yose abigishwa, mubabatiza mw izina rya Data wa twese n'iry' Umwana n'irya Mpwemu Yera; mubigishe kwitondera ivyo nabageze vyose. Umve, ndi kumwe namwe imisi yose, gushitsa ku muhero w'isi.'"*
>
> ***— Matayo 28:18–20***

> *"Kand' ibimenyetso bizokwama biboneka ku bizera n'ibi: bazosenda abadayimoni mw izina ryanje; bazovuga indimi nsha; bazofata inzoka; ni banywa ikintu cica, nta co kizobagira na gatoya; bazorambika ibiganza ku barwaye, bakire."*
>
> ***— Mariko 16:17–18***

> *"Ariko muzohabga ubushobozi, Mpwemu Yera ni yabazako, muzoba ivyabona vyo kunshingira intahe i Yerusalemu, n'i Yudaya hose, n'i Samariya, no gushitsa ku mpera y'isi."*
>
> ***— Ivyakozwe n'intumwa 1:8***

Dutegerezwa gutangura kubwira Abandi Yesu, duhereye aho turi, hanyuma mu kibano, ndetse no kugeza ku mpera y'isi.

Kwigisha inkuru nziza wari umwitwarariko w'ishengero rya mbere.

Ubutumwa bwiza bwa Kristo bwababandanijwe n'abigishwa biwe mu misi yakurikiye ugusubira mw'ijuru kwiwe amaze kurangiza igikorwa ciwe hano mw'isi.

*"Petero arabishura, ati Ni mwihane, umuntu wese muri mwebge abatizwe mw izina rya Yesu Kristo, mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabga ingabire, ari yo Mpwemu Yera. Kand' ashingisha intahe ayandi majambo menshi, arabahanura, ati Ni mwikize ab' iki gihe kigoramye. Nukw abemeye amajambo yiwe barabatizwa: abongewe kur' uwo musi ku bari basanzweho bari nk'ibihumbi bitatu."*

***— Ivyakozwe n'intumwa 2:38, 40–41***

*"Arikw abasabagiye bagendagenda bavuga ijambo ry'Imana."*

***— Ivyakozwe n'intumwa 8:4***

*"Kuko nah' ubgenge bg'Imana bgageze yukw ab' isi batazohabga n'ubgenge bg'isi kumenya Imana, Imana yahimbawe gukirisha abayizera ubupfu bg'ivyigishwa."*

***— 1 Ab'i Korinto 1:21***

Umuntu wese yizera ategerezwa kwinjira mu gikorwa co kwamamaza inkuru y'agakiza. Ubwa mbere dutegerezwa kwama twiteguye gusangiza Abandi ingene twakijijwe. Ubwa kabiri, dutegerezwa kuba umwe mu bagize inguvu ishengero rishira mu kujana "inkuru nziza" ku mpera z'isi.

Ibi, Paulo yaravyanditse mw'ikete yandikiye ishengero ry'I Roma.

*"None bazokwambaza bate uwo batarizera? Kandi bazokwizera bate uwo batarumva? Kandi bazokwumva bate, ata wabasiguriye ivyiwe? Kandi bazosigura ivyiwe bate, batatumwe? Nk'uko handitswe, ngw Ewe kuntu ibirenge vy'abazanye ubutumwa bg'ivyiza ari vyiza."*

***— Abaroma 10:14–15***

Ntitugahendwe kwibaza ko Imana yamaze gufata ingingo ku bazokizwa n'abatazokizwa. Ivyanditswe bitubwira ko ivyo atari vyo.

*"Umwami Imana ntitebeje isezerano ryayo, uko bamwe biyumvira kw iritevya. Ariko yihanganira mwebge, ntigomba ko hagira abahona, arikw igomba ko bose bihana."*

***— 2 Petero 3:9***

*"Irya mbere y'ibindi vyose, ndabahanura kwingingira abantu bose no kubasengera no kubasabira no kubashimira Imana ... Ivyo ni vyo vyiza vyemerwa mu nyonga*

*z'Imana Umukiza wacu, igomba kw abantu bose bakizwa bagashika ku kumenya ivy' ukuri."*

***— 1 Timoteyo 2:1, 3–4***

**Ndashaka kubatera intege mu kudatebagana gusangira n'abandi ukwizera kwanyu uko mubironkeye akaryo.**

Kenshi turiha insiguro zituma tutabikora.

Igihe ni iki nyene!

*"Mbega mwebge ntimuvuga ngo hasigaye amezi ane iyimbura rikagera? Ehe ndababgire: Ni mwunamure amaso yanyu murabe imirima, ireze igeze kwimbura. Umwimbuzi aragererwa, yegeraniriza ivyimburwa mu bugingo budashira; kugira ng' ubiba n'uwimbura banezeranwe."*

***— Yohana 4:35–36***

Noshobora kuvuga, mfatiye ku vyo naciyemwo, ko iyo dusangiye n'abandi ubutumwa bwiza mu bwizigirwa, tuzosanga turiko turazana benshi kuri Yesu. Ndagusengera ngo ushike ku bazimiye benshi, ubamuzanire.

# IGICE CA 17: ITEGEKO RIKURU

**Uzuza**

1. Nk'umwe mu bagize ishengero rya Kristo, twatahamagawe________________ kwamamaza Ubutumwa Bwiza.

2. Dutegerezwa kuja mu_________________________

3. Dutegerezwa kubabatiza mw'_______________rya_____________________ n'iry'__________________________n'irya __________________

4. Yesu yavuze ko azobana natwe kugeza _______________________

5. Dusanga ivugabutumwa ryari_________________ w'ishengero rya mbere.

6. Yesu yabwiye abantu ko bategerezwa___________________ no ku ____________

7. Abari barasabagiye___________ ijambo_______________________bagiye.

8. Uwizera_______________Ategerezwa _______________ubutumwa bw'agakiza.

9. Bazokwambaza bate uwo_____________________

10. Bazomwizera bate________________ ivyiwe

11. Bazokumva ubutumwa bate___________________

12. Bazovuga bate _______________________________

13. Ese ukuntu_______________vy'abazanye ubutumwa bwiza bw'amahoro ari vyiza.

14. _____________ngo twizere ko Imana yamaze gufata ingingo ku bazokizwa canke batazokizwa.

15. Imana _____________________n'uko hagira abahona.

16. Imana, Umukiza wacu yipfuza ko abanu bose ___________bagashika ku kumenya ukuri.

17. Ntimuga_________________ kuvyo gusangiza abandi ukwizera kwanyu.

18. Twese dukunda kubona ko ari_______________ kudashinga intahe no gusangira ukwizera kwacu.

19. Umwanya wo gushing intahe no gusangira ukwizera kwacu ni____________ !!!

20. ___________niwe ahambwa_____________ Akegeranya_______________ vy' __________________ __________________

21. Nitwaba _______________mu kwamamaza_________________ tuzokwisanga ____________________abandi benshi kuri Kristo.

**Hitamwo Inyishu**

1. Ibi ni vyo bimenyetso bizobakurikira_____________________

   A. Gutamba
   B. Kuririmba
   C. Kugaburira abantu
   D. Kuvuga izindi ndimi

2. Ibi bintu bizokorwa

   A. Mu kwera
   B. Ku mugoroba
   C. Mw'izina rya Yesu
   D. Ishengero

3. Bazonywa ______________________ ariko ntaco bizobagira.

   A. Vino
   B. Inzabibu

C. Icica
D. Inzoga

4. Bazorambika ibiganza kubagwaye

A. Babaririmbire
B. Nabo bace bagwara
C. Bakire
D. Bamenye urukundo rw'Imana

5. Abantu bumvise Petero ariko aravuga ubutumwa hanyuma

A. Baca batangura guhimbaza
B. Baca bamanyagura imitsima
C. Bumva ubutumwa
D. Bacumitwa mu mitima

6. Dutegerezwa kuba mu bagize

A. Umugwi wo gutazira
B. Abatora ishikanwa
C. Uruhara rw'ishengero mw'ivugabutumwa
D. Abasigara barafungura

7. Bovuga ubutumwa gute

A. Ata mahera bafise
B. Batasizwe amavuta
C. Batatumwe
D. Batatumiwe

8. Umwami Imana ntatebeje

A. Kuduha ivyo kurya
B. Kurandura ibintu vyose biturwanya
C. Isezerano ryiwe
D. Gukora ivyo tumusaba gukora

9. Ubwambere ______________ abantu bose

   A. Usabire
   B. Usengere
   C. Wingingire
   D. Ivyo vyose

10. Imirima
   A. Irumye
   B. Ireze hageze gusarura
   C. Irakomantaye

**Ibibazo Vyishurishwa Ibisomwa**

1. Ni ryari umenya ko hageze ko usangiza Abandi ubutumwa bwiza?

______________________________________________________________________

______________________________________________________________________

______________________________________________________________________

______________________________________________________________________

2. Ni ryari umenya ko igihe gishitse?

______________________________________________________________________

______________________________________________________________________

______________________________________________________________________

______________________________________________________________________

3. Ni gute umenya ivyo kuvuga?

______________________________________________________________________

______________________________________________________________________

______________________________________________________________________

______________________________________________________________________

Chapter 18

# KURANGIZA

Icatumye ndababwira ibi bintu, nari mfise umutwaro wo kugerageza kubafasha kuzorangiza amahoro urugendo rwanyu rwo kwizera muri Kristo.

**Uko tubaho ubuzima bwo mu migenderanire irushiriza gukomera n'Umwami, dutegerezwa kumenya ko umusi umwe tuzoba mu bwiza bwiwe.**

Abantu tubona mw'Isezerano Rishasha bonyene bwavugwa ko bagiye mw'ijuru ni Yesu na Paulo. Bariko baravuga uko rimeze baryita "Paradizo".

Biraryoshe kuburyo tudashobora no kwiyumvira ingene ari heza cane.

Kuzobana n'Imana aho hantu mu rukundo n'ubwiza vyayo vyari bikwiye kudutera intege imisi yose y'ukubaho kwacu. Uku kwitega ntikwari gukwiye kuba kure y'imitima yacu.

Hazobaho ibindi bihe vyiza cane mu rugendo rwacu kuko tugendera mu ntsinzi, ariko nta kintu cokwigera kurusha ubwiza intumbero yacu yo kuzobana nawe ibihe bidashira.

> *"Hanyuma y'ivyo mbona ishengero ryinshi, ata woshobora kuriharura, bo mu mahanga yose n'imiryango yose n'amoko yose n'indimi zose, bahagaze imbere y'iyo ntebe n'imbere y'Umwagazi w'Intama, bambaye imvune zera, bari n'amashami y'ibigazi mu minwe: basemerera n'ijwi rirenga, bat' Agakiza n'ak' Imana yacu ivyagiye kur' irya ntebe n'ak' Umwagazi w'Intama."*
>
> ***— Ivyahishuriwe Yohana 7:9–10***

> *"kuko wa Mwagazi ari hagati ahahanganye n'iyo ntebe, azobaragira, kand' azobashora ku masoko y'amazi y'ubugingo; kand' Imana izohanagura amosozi yose ku maso yabo."*
>
> ***— Ivyahishuriwe Yohana 7:17***

Igituma uwo ari umutwaro kuri jewe, ni kuko nabonye benshi bananirirwa mu rugendo, bakarwa.

> *"Arikw irembo ripfunganye, n'inzira ntoya, ni vyo bija mu bugingo, kand' abahabona ni bake."*
>
> ***— Matayo 7:14***

Uko tugendana n'Imana, hariho ibihe izokora ibintu bidahwanye n'ivyo twari twiteze. Hari ibintu izotwara m uburyo tutabitahura. Kenshi, bizonashika tubona ko umengo ni ibisanzwe ko ivyo twizeye kandi twiteze bitazigera bishika, kandi ko amasezerano yayo ata kuri kurimwo.

**Ntidukwiye kwigera dukekeranya Ijambo ry'Imana hamwe n'urukundo rwayo rw'akaburarugero idukunda! Igihe dutangura kuzazanirwa mu vyo tubona, no mu rugendo duca tudendebukirwa. Kandi tutabaye maso, tuzosanga dusa n'abantu bihinyuye ku vyo bizeye, dukekeranye ubuzima bwacu bwo kwizera.**

Ibi birashobora kudutera gukekeranya ntitube tucizera. Ugukekeranya kwacu kuzana ukutizera, ukutizera kuzana icaha. Icaha naco kizana urupfu, rukazotuma tutigera tubona ivyo Imana yaduteguriye. Dutegerezwa kuzirikira imitima yacu n'amaso yacu ku rukundo n'ubwizigirwa bw'Imana yo mw'ijuru.

> *"Kandi turazi yuko ku bakunda Imana vyose bifataniriza hamwe kubazanira ivyiza, abahamagawe nk'uko yabigabiye."*
>
> ***— Abaroma 8:28***

**Imana ifise ihanga ry'abantu bizera!!!**

Dukwiye kwama turabisha ubuzima amaso y'ibihe bidashira. Iyo duhinduye uko turiko turaraba ubuzima, n'intambuko zacu zica zitangura kutuganisha ahandi. Ntidukwiye guhagarika guhanga amaso ko tuzoja iwacu mw'ijuru kubana n'Umwami.

Ubwigishwa bwacu ntibukwiye gufatira ku kuntu urugendo rugoye, n'ubunini bw'ikiguzi co kuriha, canke ndetse imihezagiro ya kino gihe.

> *"Nuko natwe, ko dukikijwe n'igipfungu c'ivyabona kingana girtyo, twiyambure ibituremera vyose, n'icaha gikunda kutwizingirako vuba, dusiganirwe ivyo*

*twashizwe imbere twihanganye, dutumbereye Yesu wenyene, ni we nyanduruko yo kwizera kandi ni we yagusozereye; uwo, kubg' umunezero yashizwe imbere, yihanganiye umusaraba, ntiyagira ikindi isoni zawo, avyagira i buryo bg'intebe y'Imana. Nuko mushire imitima kur' uyo yihanganiye ibihari bihambaye birtyo abanyavyaha bamuharirije, ntimucobogore, ntimudendebukirwe mu mitima yanyu. Ntimuragera ku kuvishwa amaraso murwanya icaha."*

***— Abaheburayo 12:1–4***

Turabona muri iki gice ko ingene Yesu yihanganiye ububabare bwo ku musaraba ariko yahanga amaso mu kwizera, igihe ca kazoza aho azongera kubana na Data. Yariko araba umunezero yashizwe imbere, umunezero w'ingene jewe nawe tuzomwakira nk'Umukiza wacu. Ni ko natwe dutegerezwa guhanga amaso umunezero wadushizwe imbere nimba dukeneye gukomeza no gusozera urugendo rwacu rwo kwizera.

**Tutabaye maso, dutangura guhahamira mu vyiyumviro vyacu ibintu bitugirira nabi muri kamere aho guhagarara dushikamye mu kwizera ivyo tuzi ariko tudashobora kubona.**

Ni isengesho ryanje ko twese twobona umusi umwe ivyo Paulo avuga ko yabonye.

*"Kuko jeho n'ubu ndiko ndasukwa nk'ibisukwa ku gicaniro, igihe co gutambura kwanje kirashitse; narwanye intambara nziza, narangije urugendo, nazigamye ukwizera. Ibisigaye, mbikiwe igitsibo c'ukugororoka, ico Umwami wacu, umucamanza agororotse, azompa kuri wa musi, kandi si jewe jenyene nzogihabga, ariko kandi n'abakunze kuzoseruka kwiwe bose bazogihabga."*

***— 2 Timoteyo 4:6–8***

Dutegerezwa kuguma twiyumvira ko ijuru ari yo ntumbero yacu nyamukuru, kubera inzira yo hagati ya hano na hariya rimwe na rimwe iba igoye. Si ubuzima bwo kwinezereza twavukiyemwo. Ni urugamba rwo kwizera, ahantu utigera uvuga ngo wahejeje kugwana. Tutibona neza ingene tuzoba dupfukamye imbere ya Yesu ariko avuga ngo "Wakoze neza musuku mwiza kandi wo kwizigirwa" ntibizodukundira gusozera amahoro. Tugumize amaso ku bihoraho.

**Ni co ituma kubaho bitazigera bagira insiguro igihe tubirabira mu mwanya uhera. Nimba ivyo abandi bantu batwiyumvirako, umutekano wacu, aho tubaye canke ikindi kintu cose, bifise ikibanza kinini kuri twebwe kurusha iyo tuja mw'ijuru, tuzosanga turiko turahusha cane ivyo Imana yaduteguriye vyiza.**

Ndazi ko bitaryoshe kuvuga ariko ni vyo Bibiliya yigisha. Nimba dukeneye kumenya impera Imana yaduteguriye, dutegerezwa guhagarara tudakekeranya mu kwizera kwacu, turiko tugendera mu kwumvira kugeza ku munota wanyuma wacu aha kw'isi.

Kugira ngo tubandanye mu rugendo rwacu tutanyiganyiga nk'abigishwa, dutegerezwa kumenya ko umusi umwe tuzohagarara imbere y'Imana tugacirwa urubanza kandi tugahembwa ku buzima twabayeho hano kw'Isi.

> *"Ariko bene Data, ntitugomba ko muyoberwa ivy' abasinzira itiro ry'urupfu, ngo ntimubabare nka ba bandi badafise ivyizigiro. Uko twizera yuko Yesu yapfuye akazuka, abe ari ko twizera yukw abasinziririye muri Yesu, Imana izobazanana na we. Iki ni co tubabgira, n'ijambo ry'Umwami twashikirijwe, yuko twebge abazoba bakiriho, dusigaye gushitsa ku kuza kw'Umwami wacu, tutazokwitangira imbere y'abasinziriye na gatoya. Kuk' Umwami wacu ubgiwe azoza, amanutse avuye mw ijuru, aranguruye ijwi rirenga, hamwe n'akamo k'umumarayika mukuru, n'inzamba y'Imana. Maz' abapfiriye muri Kristo ni bo bazobanza kuzuka; maze natwe abazoba bakiriho, dusigaye, tuzoca duteruranwa na bo mu bicu, dusanganirire Umwami mu kirere. Ni ho tuzokwama tubana n'Umwami. Nuko mwiruranishe ayo majambo."*
>
> ***— 1 Ab'i Tesalonike 4:13–18***

> *"Ntimutangazwe n'ico; kukw igihe kija kuza, ah' abari mu mva bose bazokwumvira ijwi ryiwe, bakazivamwo; abakoze ivyiza bakazukira ubugingo, abakoze ibibi bakazukira gucirwakw iteka."*
>
> ***— Yohana 5:28–29***

> *"Kandi nk'ukw abantu babikiwe gupfa rimwe, hanyuma yaho hakaza amateka."*
>
> ***— Abaheburayo 9:27***

Ijambo riratubwira ko urubanza abantu bose bategerezwa gucirwa ari uruzobera ku *Ntebe Yera y'Imanza*. Aha ni ho tuzocirwa urubanza ko twemeye canke twanse Yesu.

*"Mbona intebe niniya yera, mbona n'Iyivyagiyeko, isi n'ijuru bihunga mu nyonga hayo, aho vyahora ntihaba hakiboneka. Mbona abapfuye, abahambaye n'aboroshe, bahagaze imbere y'iyo ntebe; ibitabo birazingururwa. Kand' ikindi gitabo kirazingururwa, ni co gitabo c'ubugingo. Abapfuye bacirwa imanza z'ivyanditswe mur' ivyo bitabo, zikwiranye n'ivyo bakoze. Rupfu na Kuzimu batererwa muri ca kiyaga caka umuriro. Ico kiyaga caka umuriro ni co rupfu rwa kabiri. Kand' umuntu wese atabonetse ko yanditswe muri ca gitabo c'ubugingo atererwa mur' ico kiyaga caka umuriro."*

— ***Ivyahishuriwe Yohana 20:11–12, 14–15***

Bibiliya itwereka ko abantu bakiriye Yesu amazina yabo akandikwa mu Gitabo c'Ubugingo c'Umwagazi bazorengana intebe y'imanza, baje ku ntebe ya Kristo. Aho ni ho abizera bazogororerwa umwe wese uko yakoze, ntibizoba bikiri kuja mw'ijuru canke kutajayo. Wiyumvire kuri ibi vyanditswe.

*Nukw abubaha Uhoraho baraganira; Uhoraho atega amatwi arumviriza; maz' igitabo candikirwa imbere yiwe c'icibutso c'abubaha Uhoraho bakiyumvira izina ryiwe, Uku ni k'Uhoraho Nyen' ingabo agize, ati Bazoba abanje ku musi nzoshinga, babe abo niharije ubganje; kandi nzobagirira ikigongwe, nk'uk' umuntu akigirira umwana wiwe amukorera. Aho ni ho muzosubira kumenya yuko har' itandukaniro ry'umugororotsi n'umunyakibi, ry'ukorera Imana n'utayikorera. Ehe raba, umusi uraje, waka nk'itanure; abibone bose n'inkozi z'ibibi zose bazoba ibishingwe; kandi uwo musi ugira uze uzobatongora, ni k'Uhoraho Nyen'ingabo agize, nta n'agashatsi cank'agashami uzobasigarana. Ariko mweho abubaha izina ryanje izuba ry'ubugororotsi rizobarasira, rifise ugukiza mu mababa. Maze muzosohoka mukina amatavu nk'inyana zivuye mu ruhongore. Kandi muzosiribanga abanyakibi; bazoba umunyota musi y'ibirenge vyanyu ku musi nzoshinga, ni k'Uhoraho Nyen' ingabo agize yaryo."*

— ***Malaki 3:16–4:3***

*"Kukw irindi tanguriro ata muntu ashobora kurishiraho, atar' iryashizweho, ni ryo Yesu Kristo. Arikw iryo tanguriro, umuntu ni yaryubakishakw izahabu, cank' ifeza, cank' amabuye y'igiciro kinini, cank' ibiti, cank' ubgatsi, cank' ibishakashaka, igikorwa c'umuntu wese kizoseruka. Wa musi uzogiserura, kuk' uzohishuranwa n'umuriro, kand' igikorwa c'umuntu wese uwo muriro uzokigeza ico kirimwo. Igikorwa c'umuntu, ico yubatse kur' iryo tanguriro, ni carama,*

*azohabga ingero; igikorwa c'umuntu ni casha, azobura ingero, yamara ubgiwe azokira, ariko nk'uwokowe mu muriro."*

***— 1 Ab'i Korinto 3:11***

*"Ubakiriye aba anyakiriye, kand' unyakiriye aba yakiriye uwantumye. Uwakira umuntu avugishwa n'Imana kukw avugishwa na yo azohabga impera nk'iy' uvugishwa n'Imana; uwakira umuntu agororotse kukw agororotse azohabga impera nk'iy' umugororotsi ... Kand' uzoha umwe mur' abo bato urwato rw'amazi apfutse gusa kukw ar' umwigishwa, ndababgira ukuri yukw atazobura impera yiwe."*

***— Matayo 10:40–42***

*"Muzoba muhiriwe abantu ni babanka bakabaca, bakabatuka, bakanegura izina ryanyu nk'ah' ari ribi, babahoye Umwana w'umuntu. Uwo musi muze munezerwe mwitere hejuru, kukw impera yanyu ari nyinshi mw ijuru."*

***— Luka 6:22–23***

Uriko uriga Ijambo, uzobona ko hari ibitsibo bidasanzwe vyasezeraniwe abatandukanye, nk'abanesheje, abakuru, abazize Kristo ndetse n'abagororotsi. Paulo yarigeze kuvuga ko yipfuza umusi umwe kuzohagarara imbere ya Kristo, akambikwa igitsibo.

*"Ntimuzi yuko mu birori abasiganwa biruka bose, arik' uherwa akaba umwe? Namwe abe ari ko mwiruka, kugira ngo muronke impera. Kuk' umuntu wese azorushanywa yitegura muri vyose: abo bagenza bartyo, kugira ngo bahabge igitsibo gishira, ariko twebge tugenza durtyo kugira ngo duhabge ikitazoshira. Nuko nanje ndiruka, ariko si nk'utazi iy' aja: nkubitana ibipfunsi, ariko si nk'uhusha; kandi ndwanya umubiri wanje, nkawuhindura umuja, kugira ngo kumbure mmaze kwigisha abandi, nanje ubganje sinze mboneke ko ntemewe."*

***— 1 Ab'i Korinto 9:24–27***

Inyuma y'intebe y'imanza ya Kristo, tuzoheza twinjira mw'ijuru kubana n'Imana ibihe n'ibihe.

*"Anyereka uruzi rw'amazi y'ubugingo, rubonerana nk'icirore, ruva ku ntebe y'Imana na wa Mwagazi. Hagati y'irango rya wa murwa, hakurya no hakuno y'urwo ruzi harih' igiti c'ubugingo, cera icumi na kabiri mu mwaka, kikera rimwe-rimwe uk' ukwezi gutashe. Ibibabi vyaco vyar' ivyo kuvura amahanga. Nta*

*muvumo uzoba ukiriho. Intebe y'Imana na wa Mwagazi izoba muri wa murwa, abagurano bayo bazokwama bashashe, bazoraba mu nyonga hayo, izina ryayo rizokwandikwa mu ruhanga rwabo."*

**— *Ivyahishuriwe Yohana 21:1–4***

*"Ni co gituma baba imbere y'intebe y'Imana, bakayikorera mu rusengero rwayo ku murango no mw ijoro: kand' Ivyagiye kur' irya ntebe izosanza ihema ryayo hejuru yabo. Ntibazoba bakigira inzara ukundi, kandi ntibazoba bakigira inyota ukundi, kand' izuba ntirizobarabika cank' indugumba yose."*

**— *Ivyahishuriwe Yohana 7:15–16***

*"Kand' amahanga azogendera mu muco wawo, abami bo kw isi bazozanay' ubgiza bgabo. Ibirimba vyawo ntibijishwa na rimwe, kukw ata joro ribayo. Kandi bazozanay' ubgiza n'icubahiro vy'amahanga. Kandi kuri wo nta ho hazogera ikintu gihumanya, cank' ukora ibizira akabesha, atar' abanditswe mu gitabo c'ubugingo ca wa Mwagazi w'Intama."*

**— *Ivyahishuriwe Yohana 21:24–27***

*"Anyereka uruzi rw'amazi y'ubugingo, rubonerana nk'icirore, ruva ku ntebe y'Imana na wa Mwagazi. Hagati y'irango rya wa murwa, hakurya no hakuno y'urwo ruzi harih' igiti c'ubugingo, cera icumi na kabiri mu mwaka, kikera rimwe-rimwe uk' ukwezi gutashe. Ibibabi vyaco vyar' ivyo kuvura amahanga. Nta muvumo uzoba ukiriho. Intebe y'Imana na wa Mwagazi izoba muri wa murwa, abagurano bayo bazokwama bashashe, bazoraba mu nyonga hayo, izina ryayo rizokwandikwa mu ruhanga rwabo. Nta joro rizoba rikiriho, kandi ntibazorinda kubonesherezwa n'itara canke kwakirwa n'izuba, kuk' Umwami Imana ari yo izobakira, kandi bazoba abami ibihe bitazoshira."*

**— *Ivyahishuriwe Yohana 22:1–5***

**Ese umunezero wo gukorera Imana no kubana nayo ibihe bidashira! Ndizera ko ata kintu na kimwe wokwemerera kubuza umutima wawe gukomeza urugendo rwo kugendana na Yesu.**

*"Yesu Kristo, icabona co kwizigirwa, imfura y'abari barapfuye, uganza abami bo mw isi. Umwe adukunda, yatubohoje ivyaha vyacu amaraso yiwe, 6 f akaduhindura ubgami, no kuba abaherezi b'Imana yiwe, ni yo Se: icubahiro n'inganji bibe ivyiwe ibihe bitazoshira."*

— ***Ivyahishuriwe Yohana 1:5–6***

# IGICE CA 18: KURANGIZA

**Uzuza**

1. Dutegerezwa kubaho ubuzima bwacu mu migenderanire__________________ n'Umwami.

2. Umusi, umwe tuzoba ibihe bidashira mu___________________________

3. Abantu babiri bo mw'Isezerano rishasha babonye ijuru ni ________________na _______________________________

4. Bose barivuze ko ari_________________________

5. Kuja mw'ijuru ntibikwiye kuba kure y'imitima yacu kandi bikwiye kuba __________________________yacu n'intumbero y'imisi yose ku buzima bwacu.

6. Hazobaho abantu________________________mw'ijuru.

7. Kuko__________________________zizobera hagati ku ntebe y'inganji.

8. Hariho ibihe Imana izo_____________________tutari__________________

9. Ntugakekeranye ijambo ry'Imana hamwe n'_______________wayo kuri twebwe.

10. Dutegerezwa________________ kuzirikira ivyiyumviro vyacu _______________n'____________ ku rukundo n'ubwizigirwa vy'Imana yo mw'ijuru.

11. Ibintu vyose_____________ hamwe ku_______________ ku bakunda Imana kandi bahamagawe nk'uko yabigabiye.

12. Dutegerezwa imisi yose kwiyumvira ubuzima mu buryo bw'_________________

13. Ntitukandendebukirwe ngo twongere_________________ mu vyiyumviro vyacu.

14. Dutegerezwa ______________________ nziza.

15. Umusi umwe tuzo_________________ imbere y'Imana _________________

16. Abantu bisunga izina ry'Imana bazoba______________bayo kandi izobazigama.

17. Muzoba muhezagiwe igihe abantu bazoba_______________ kandi bakabita ______________________

18. Tugwana Intambara nziza y'ukwizera hanyuma tugahabwa ____________c'ibihe__________________

19. Ijuru n'isi tuzi uyu musi bizo_________________________________

20. Mw'ijuru nta muco uzoba ukenewe kuko______________ azoba ari we muco waho ubwiwe.

**Hitamwo Inyishu**

1. Mw'ijuru, Imana

   A. Izorungika imvura
   B. Iguruka mu kirere
   C. Si ho izoba iri
   D. Izohanagura amarira

2. Yesu yavuze ati

   A. Irembo riragoye kwugurura
   B. Inzira irimwo amabuye menshi
   C. Inzira irimwo ivyondo vyinshi
   D. Ni irembo rifunganye

3. Iyo tudendebukiwe mu kwizera

   A. Duca aho tutategerezwa guca
   B. Duca turya cane

C. Duca turira
D. Ntituba tucizigira

4. Yesu yirihanganiye umusaraba

A. Ntivyamubabaje
B. Vyari vyoroshe
C. Waramugize rurangiranwa
D. Yihanganira isoni zawo

5. Inzira yo kuva hano ija mw'ijuru

A. Ni nziza
B. Ni mbi
C. Irimwo ivyondo
D. Ntiyoroshe

6. Nimba dushaka kuzobona impera yose Imana yaduteguriye dutegerezwa

A. Gutanga ikigiracumi
B. Guhagarara dushikamye
C. Kwibwira ko tudakwiye gutinya
D. Kuririmba muri korale

7. Urubanza rwa mbere dutegerezwa gucirwa twese ni

A. Urubanza rw'ubwibone
B. Urubanza rw'aho tuva
C. Urubanza rw'intebe yera y'Imana
D. Urubanza rw'ubugingo

8. Kugira ngo tuzotsinde mu rubanza rw'imbere y'intebe yera y'Imana dutegerezwa

A. Kwera
B. Kudakora icaha
C. Kubatizwa
D. Kuvuka ubwa kabiri

9. Abavutse ubwa kabiri bazoca gushika

   A. Ku meza y'amazimano
   B. I Yerusalemu nshasha
   C. Ku ntebe y'imanza ya Kristo
   D. Kujabuka ikiyaga gitukura

10. Aho niho bazoronkera

   A. Igihano cabo
   B. Amanota yabo ya nyuma
   C. Impera yabo
   D. Aho kuba habo hashasha

**Ibibazo Vyishurishwa Ibisomwa**

1. Ni iki dukwiye gukora kugira ngo ntitugwe canke ngo bitunanire kurangiriza ubuzima bwacu muri Kristo?

______________________________________________
______________________________________________
______________________________________________
______________________________________________
______________________________________________

2. Ni ibiki uno musi uriko uragwana na vyo mu kuzigama ukwizera?

______________________________________________
______________________________________________
______________________________________________
______________________________________________
______________________________________________

3. Ni ibihe bintu woshira mu buzima bwawe uyu musi kugira ngo bigufashe kugumana ubwizigirwa n'ukuri mu misi usigaje kubaho?

______________________________________________
______________________________________________
______________________________________________

4. Ni iki wipfuza cane kurusha ibindi niwashika mw'ijuru?

# GUSOZERA

Dusenge.

*Mwami Yesu Kristo, twogushimira gute ingabire yawe y'ubugingo budashira waduhaye? Imitima yacu yuzuyemwo ukuguhimbaza n'ukugutazira kandi nivyo bibogaboga ku miwa yacu. Ubu turazi ko turi kumwe nawe muru uru rugendo rudasanzwe kandi rutazigera rurangira. Turatura ko tutabereye na gato kuba abigishwa bawe. Icipfuzo cacu c'i bwina mu mutima, n'uguhinduka tugasa nawe, imisi yose, mu buryo bwose. Turakwinginze uduhishurire imigenderanire nawe biciye muri Mpwemu yera uko tubandanya turondera kubaho ku bwawe, Wewe gusa. Gendera muri twebwe, udufate ukuboko, uduhagurutse, udutabare igihe tunaniwe canke tuguye.*

*Dushikanye ubuzima bwacu ku birenge vyawe kandi tugusavye ngo ube umwami wacu guhera uwu musi n'imisi ikurikira, kugeza dupfukamye imbere y'intebe yawe ibihe bidashira.*

*Ni mw'izina ryawe Yesu, dusenze, Amen.*

# INYISHU Z'IBIBAZO

## Igice ca 1: Yesu

**Uzuza**

1. Imigenderanire
2. Ivyizerwa– Ivyanditswe (Bibiliya)
3. Umushinge
4. Inkumi
5. Umugabo
6. Umubiri
7. Umutima
8. Yarabambwe
9. Yarazutse
10. Umukiza
11. Inzira
12. Yarungitse
13. Yabonye
14. Umutsima
15. Umuco
16. Umwungere mwiza
17. Umuhuza - Kristo-Yesu
18. Inzira – Ukuri- Ubugingo– muri
19. Muri
20. Icaha – ubgugororotsi
21. Umukiza
22. Imishishaku
23. Yaratawe
24. Uwubatiza– Uwera – Mpwemu
25. Ukuri – ubushobozi
26. Impfuvyi
27. Kuza
28. Bibiliya
29. Gutegura – ikibanza – kugaruka

**Hitamwo**

1. C
2. C
3. A
4. D
5. A
6. D
7. C
8. B
9. A
10. C
11. A
12. A
13. C
14. B
15. D
16. A
17. A
18. A
19. A
20. B

30. Alpha Omega intango n’iherezo
31. Uwa mbere uwa nyuma Gihenomu urupfu
32. Akazuyazi
33. Arabakangira akabahana
34. Urubanza - intebe
35. Azunama – zature
36. Tandukanya– ubudasa
37. Umwe
38. Y’ubushobozi – wa twese ahoraho – w‘amahoro
39. Imana
40. Umuremyi
41. Ukuri
42. Amaraso
43. Ukwizera

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Inyishu umwe wese ashaka ukwiwe. Suzuma ko bavutse ubwa kabiri koko.
2. Bibiliya
3. Inyishu umwe wese ashaka ariko zisuzuma ko babitahura mu kwizera.

## Igice ca 2: Urukundo

| **Uzuza** | **Hitamwo** |
|---|---|
| 1. Ihoraho | 1. A |
| 2. Amahoro – ikibi | 2. C |
| 3. Umusenyi | 3. A |
| 4. Ubumenyi | 4. C |
| 5. Urukundo rw' Imana | 5. A |
| 6. Bigumaho | 6. C |
| 7. Agape | 7. D |
| 8. Agape | 8. A |
| 9. Urukundo Agape | 9. A |
| 10. Abansi – urwanko | 10. A |
| 11. Mwiza – Mwizas | |
| 12. Urukundo Imana | |
| 13. Nimukundane | |
| 14. Nabageze | |
| 15. Muwumvira | |
| 16. Imana | |
| 17. Ibwirizwa rikuru | |

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Mu nyishu hategerezwa kubamwo ivyerekeye urukundo rutarimwo kwikunda, bisigura kwama ushira imbere Uwundi kukuruta
2. Urukundo Eros ni urutuma haba ugukwegana kw'imibiri hagati y'abantu badasangiye igitsina; abahungu ku bakobwa canke abakobwa ku bahungu. Iki si ikintu kibi iyo rweguriwe Imana n'ubwami bwayo. Ruba rubi iyo rucanganijwe n'ivyipfuzo vy'umubiri hamwe n'ukwipfuza kubi.
3. Urukundo philos ni urukundo rw'ibigumbagumba ruva ibwina mu mutima. Ruterwa n'ivyo dusanzwe dukunda canke twanka, bibitse mu bwonko bwacu, biri mu muco wacu, n'ivyo twipfuza ubwacu canke dukeneye. Uru rukundo rukwiye kwama rushikaniwe ivyipfuzo vy'Imana.
4. Inyishu iri mu vyanditswe.
5. Umwe wese yishure. Muce muganira mu mugwi inyishu zatanzwe.
6. Ivyanditswe.
7. Mu kumwumvira kwacu.

## Igice ca 3: Ukwizera

| Uzuza | Hitamwo |
|---|---|
| 1. Ukwizera | 1. B |
| 2. Kwihana-gushira ukwizera kwacu | 2. B |
| 3. Ubugororotsi | 3. A |
| 4. Ubucuti bwacu | 4. B |
| 5. Ubuntu | 5. A |
| 6. Ukwizera – inzira | 6. A |
| 7. Ukuri – ububasha | 7. C |
| 8. Ukubaho | 8. B |
| 9. Ukwizera | 9. D |
| 10. Ukwizera | 10. A |
| 11. Uwumvira – amategeko | |
| 12. Dutsindanishirizwe | |
| 13. Abana | |
| 14. Isezerano – Kuduhezagira – Kutugwiza | |
| 15. Izina ryayo | |
| 16. Ego | |
| 17. Imigenderanire | |
| 18. Uwizera | |

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Uku kwizera ni ukwizera kuzana inyishu bw'Imana kuri twebwe
2. Urugendo rwo kwizera no kwatura
3. Ukwizera kudutera kwumvira no kugira imigenderanire na Mpwemu Yera
4. Habakuki 2:4, Abaroma 1:17, Ab'I Galatiya 3:11, Abaheburayo 10:38.
5. Vuga uko ubayeho kubwo kwizera

## Igice ca 4: Kuvuka ubwa kabiri

| **Uzuza** | **Hitamwo** |
|---|---|
| 1. Yihweza | 1. A |
| 2. Yesu | 2. A |
| 3. Imana | 3. B |
| 4. Atavyawe ubwa kabiri | 4. B |
| 5. Amazi — Mpwemu | 5. A |
| 6. Mpwemu | 6. A |
| 7. Adamu na Eva | 7. A |
| 8. C'ubugingo — Kimenyekanisha iciza n'ikibi | 8. A |
| 9. Adamu na Eva — Bemerewe | 9. C |
| 10. Kimenyekanisha Iciza n'Ikibi | |
| 11. Guhitamwo | |
| 12. Umwidegemvyo | |
| 13. Ivu | |
| 14. Bazopfa | |
| 15. Umubiri — Impwemu | |
| 16. Adamu na Eva — umuntu wese | |
| 17. Igicumuro — Kugororoka | |
| 18. Icaha | |
| 19. Ubugingo/imigenderanire | |

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Nta muntu n'umwe yari gukora ivyo yariko arakora Imana itari kumwe nawe
2. Ukuvuka ubwa kabiri kw'impwemu mu Mana
3. Tuzoguma dutandukanye n'Imana kandi iherezo ribe guhonera mu kiyaga caka umuriro aho tuzobabarizwa ibihe bidashira.
4. Raba ivyanditswe
5. Raba ivyanditswe
6. Icaha cashitse ku bantu bose kandi bose batandukanijwe n'Imana mu buryo bw'impwemu.
7. Gutandukanywa n'Imana.
8. Bishure – muganire.

## Igice ca 5: Kubatizwa mu mazi

| **Uzuza** | **Hitamwo** |
|---|---|
| 1. Umubatizo | 1. C |
| 2. Kubatizwa | 2. B |
| 3. Kwumvira | 3. A |
| 4. Yohana | 4. A |
| 5. Ukugororoka | 5. D |
| 6. Nkunda cane -akampimbara | 6. B |
| 7. Abatiza | 7. A |
| 8. Inyuma | |
| 9. Mapwemu | |
| 10. Bapfuye | |
| 11. Umuntu | |
| 12. Icaha | |
| 13. Iuzobanaha | |
| 14. Intahe | |
| 15. I bwina | |
| 16. Mpwemu Yera | |
| 17. Umwami (Yesu) | |
| 18. Vy'ukuri | |

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Ukugaragara kw'inyuma (intahe) kw'impinduka yabereye imbere mu muntu igihe twakira Kristo.
2. Mpwemu Yera yaramanutse kuri we.
3. Muri we yasanzemwo ibiyihimbara.
4. Raba mu Vyanditswe.

## Igice ca 6: Mpwemu Yera

**Uzuza**

1. Umwe
2. Umwana — Mpwemu Yera
3. Nzima
4. Azokwitondera — Tuzoza kuri
5. Abana
6. Mwitsa
7. Kuvuka ubwa kabiri
8. Imigenderanire
9. Ibigumbagumba
10. Asengera
11. Yipfuza
12. Kutubohora
13. Kuduhindura
14. Aturongore
15. Azoshingira intahe
16. Mpwemu Year
17. Iryanyu — Abana banyu- Bose
18. Abakristo
19. Igikoresho
20. Ivyemeza-kuriho kandi bigaragara
21. Uwizera
22. Inyungu
23. Dushobora
24. Mpwemu Yera
25. Mpwemu
26. Ubushobozi bw'Imana — Ukubaho
27. Guciye bugufi
28. Ubucuti
29. Twuzuye — Inyota — Ubushobozi — Ukubaho

**Hitamwo**

1. A
2. A
3. C
4. A
5. B
6. A
7. D
8. A
9. C
10. B
11. D
12. C
13. A
14. C
15. A
16. A
17. A
18. B
19. D

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Ivyanditswe.
2. Bitujana mu migenderanire ikura na Yesu Kristo
3. Abanyeshure bishure hama habe ukuganira.

# Igice ca 7: Mpwemu, Umushaha, n'Umubiri

**Uzuza**

1. Impwemu — Umushaha — Mubiri
2. Umushaha
3. Mpwemu — Umushaha — Umubiri
4. Ishusho
5. Icaremwe gisha
6. Mpwemu
7. Tutavutse ubwa kabiri
8. Tugiriranira imigenderanire
9. Mpwemu
10. Umushaha
11. Kutugira basha
12. Umwidegemvyo
13. Gifadika
14. Izokwambikwa ubwiza
15. Cirwako iteka
16. Tubohotse
17. Bushobozi
18. Umubiri
19. Gutandukanya
20. Mpwemu — Mushaha — Mubiri

**Hitamwo**

1. A
2. A
3. A
4. D
5. B
6. B
7. A
8. D
9. C
10. D

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Inyishu z'abanyeshure
2. Inyishu z'abanyeshure ariko zisuzumwe n'ivyanditswe
3. Kugira ngo dutahure Bibiliya, imigenderanire yacu n'Imana hamwe n'abo turi ubwacu

## Igice ca 8: Ivyiyumviro vyo guhinduka

**Uzuza**

1. Mushaha
2. Kugirwa bishasha
3. Vyiyumviro
4. Gusenga
5. Amaraso – Intama — intahe
6. Kristo
7. Guhitamwo
8. Ubwoba
9. Ubushobozi— Urukundo — Kwirinda
10. Mana — twebwe— satani
11. Kirere
12. Ivyiyumviro
13. Mpwemu
14. Ico guhitamwo
15. Bidahinduwe
16. Ivyiyumviro — Ubwenge — Ibigumbagumba
17. Kuguma dukijijwe
18. Mpwemu
19. Guhinduka — Kwegukira
20. Ivyanditswe
21. Kwumvira
22. Kwumvira
23. Mpwemu
24. Ivyiyumviro
25. Mpwemu
26. Uruhendo
27. Buri munsi
28. Kubera iki
29. Kristo
30. Imigenderanire

**Hitamwo**

1. C
2. A
3. D
4. D
5. A
6. C
7. A
8. C
9. A
10. A
11. C
12. A
13. D
14. B
15. A

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Inyishu z'abanyeshure.
2. Mu gukurikira ubwenge bwacu ntidukurikire ijwi rya Mpwemu Yera.
3. Kwiyanka tukwumvira Mpwemu n'Ijambo
4. Suzuma ivyanditswe.

## Igice ca 9: Gupfa kubwo Kubaho

**Uzuza**

1. Tukegurira
2. Adaheba
3. Mwguzwe
4. Bitugira
5. Ubugombe
6. Buzima bwo guhinduka
7. Guhinduka
8. Ukwiyegura
9. Ubu nyene
10. Hakana
11. Wongera
12. Imana
13. Gupfa
14. Kwihana
15. Tukatura
16. Mpwemu Yera
17. Ijambo ry'Imana - Umuntu wa kera – Umuntu mushasha
18. Kurongorera
19. Ivyamwa – Mpwemu
20. Gagabira
21. Imitima
22. Isi
23. Twozwa

**Hitamwo**

1. A
2. D
3. A
4. D
5. B
6. D
7. D
8. A
9. A
10. A
11. D
12. A
13. B
14. A
15. D

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Vyose – soma Ab'I Kolosayi 3:1-4.
2. Gupfa kw'isi no kubambwa muri Kristo.
3. Suzuma ivyanditswe
4. Kwumvira Ijambo r'Imana

# Igice ca 10: Utegerezwa Gufungura

| **Uzuza** | **Hitamwo** |
|---|---|
| 1. Ubw'ukuri– butunganye – bwa Mpwemu | 1. A |
| 2. w'Imana | 2. C |
| 3. Buntu – Kumenya | 3. A |
| 4. Imigenderanire | 4. D |
| 5. Ijambo ry'Imana | 5. A |
| 6. Kwubakira | 6. B |
| 7. Bibiliya | 7. A |
| 8. Barimbura | 8. A |
| 9. Ijambo | 9. A |
| 10. Vyahumetswe | 10. A |
| 11. Ubwiwe | 11. A |
| 12. Bibiliya | 12. A |
| 13. Kwamaho | |
| 14. Bwigishwa | |
| 15. Imana –Natwe | |
| 16. Kwongera dusome Bibiliya yacu | |

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Risome, Ryige, Uriririmbure ku murango no mw'ijoro
2. Mu gushira mu ngiro ivyo vyose
3. Mu gukora ivyo vyose
4. Suzumisha Ivyanditswe
5. Mu kwozwa n'ijambo buri musi.
6. Bibiliya yera

## Igice ca 11: Ruhuka

| **Uzuza** | **Hitamwo** |
|---|---|
| 1. Ubukirisu | 1. C |
| 2. Kwizera | 2. A |
| 3. Bacunguwe | 3. A |
| 4. Aratunagura | 4. D |
| 5. Ico turi – Ukwizera | 5. A |
| 6. Kristo | 6. D |
| 7. Kumenya | 7. A |
| 8. Kwizera | 8. A |
| 9. Twacumuye | 9. A |
| 10. Agakiza | 10. A |
| 11. Ubuntu | |
| 12. Besha | |
| 13. Abaraganwa | |
| 14. Twicaranye | |
| 15. Ata co dusabwe kindi | |
| 16. Izanwa | |
| 17. Azanwa | |
| 18. Co Kimwe – Shiraho izina ryawe | |
| 19. Duhonyanze – Urukundo | |
| 20. Kwemezwa – Ubwonyene – Mubabaro no kwihana | |
| 21. Amaraso | |
| 22. Kuruhukira | |
| 23. Wonkurikira | |

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Kuruhuka ni ugushira mu ngiro ikimazi ca Kristo ku musaraba hamwe n'amaraso yiwe yasheshe kugira ngo twemerwe kandi dukundwe n'Imana, bitavuye ku bikorwa vyacu vyo kwumvira no kwitanga.
2. Duterwa umubabaro n'icaha cacu hanyuma tugahagarika kugikora.

3. Ducungurwa n'uko twizeye amaraso y'umwagazi.
4. Kubeshwaho n'Ivyagezwe n'ukurondera Imana biciye mu nkomezi zacu n'amategeko twishiriyeho.
5. Raba Ivyanditswe

## Igice ca 12: Umubiri

**Uzuza**

1. Ubuzima bushasha
2. Umubiri wa Kristo
3. Muryango
4. Nkingi – Urufatiro
5. Yesu
6. Kristo
7. Benshi
8. Ikibanza
9. Mpwemu – Mpwemu Yera
10. Aratandukanye – Rukenewe
11. Ishengero
12. Ikimazi kizima
13. Ntitwibagire
14. Urukundo
15. Benewacu
16. Nimukundane – Urukundo
17. Ntazi
18. Yadukunze – Yesu umwana w'ikinege
19. Umuntu wese
20. Mpwemu
21. Amabango
22. Dukuze – Gihagararo no kunengesera
23. Abatama – Abadiyakoni
24. Azoha
25. Kuba –Gukorera
26. Ingingo – Tutubakana – mu rukundo
27. Twiyegurira
28. Hejuru – Imbere – Hanze
29. Kwegera
30. Kristo
31. Wumvira

**Hitamwo**

1. C
2. A
3. D
4. D
5. D
6. D
7. B
8. D
9. D
10. D
11. D
12. C
13. A
14. B
15. C

32. Gucira urubanza
33. Gusangira
34. Ugusangira
35. Bigize
36. Pawulo – Ananiya
37. Mpwemu Yera
38. Gutandukana
39. Gukorera
40. Mpwemu Yera
41. Ingabire – Mpwemu Yera
42. Ivyaremwe bishasha

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Biciye muri Mpwemu Yera.
2. Dukorera Kristo nk'uko dukorera abandi.
3. Kugeza ku gihagararo no ku kunengesera kwa Kristo ubwiwe.
4. Ni vyiza nimba mufise ibiganiro hagati y'abantu ku bijanye n'ahantu abanyeshure bahagaze mu mubiri wa Kristo. Ni na vyiza ko abanyeshure barambika ibiganza kuri umwe wese kandi basenga kugira ngo Mpwemu Yera abereke ahantu bahagaze mu mubiri wa Kristo.

# Igice ca 13: Ugutanga

**Uzuza**

1. Ibigiracumi
2. Vyose
3. Kwiyegura
4. Umutima
5. Imigenderanire
6. Hagati
7. Biha icubahiro
8. Yo yonyene
9. Imbuto -- Kubiba
10. Igitangaza
11. Tuganza
12. Tukarekura
13. Gutera imbuto
14. Ukwihangana
15. Kurongorwa
16. Bike/Vyinshi

**Hitamwo**

1. C
2. C
3. D
4. A
5. C
6. D
7. D
8. B
9. D

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Yatanze vyose ku musaraba.
2. Buri gihe iyo turi kurongorwa na Mpwemu.
3. Turarekura inkomezi z'Imana ku bijanye n'ubutunzi bwacu.

## Igice ca 14: Ugusenga

**Uzuza**

1. Amahoro
2. Imana bwite
3. Aratwongera
4. Umugambi – Kubohoka – Inkomezi
5. Ahantu h'imigenderanire
6. Yesu
7. Ijuru
8. Kimenyeshwe (kumenyesha Imana ivyo dusavye)
9. Ikintu cose
10. Yipfuza
11. Yarasezenye
12. Kuzigama – intumbero
13. Inkomezi
14. Imigambi mibi
15. Kwobwonona – kamere yacu ya kera
16. Uguhahamira amaronko - ukwikunda
17. Twemeye, tukatura – tugashinga intahe
18. Tukayemerera – Ubugombe bw'Imana
19. Kurongorwa
20. Ijuru – mu buryo bugaragara
21. Kuba
22. Iricisha bugufi
23. Turekura

**Hitamwo**

1. D
2. D
3. D
4. D
5. C
6. C
7. D
8. A
9. D
10. A

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Gusenga ni ugusangira n'Imana biciye mu kuganira nayo.
2. Kuba igihe cose dukenera.
3. 1 Timoteyo 2:1.

## Igice ca 15: Umwansi

| **Uzuza** | **Hitamwo** |
|---|---|
| 1. Kwiba, kwica no gutikiza | 1. D |
| 2. Umwansi | 2. D |
| 3. Umurezi | 3. B |
| 4. Anezerezwa | 4. C |
| 5. Satani | 5. D |
| 6. Ugutungana | 6. D |
| 7. Edeni | 7. B |
| 8. Umukerubi | 8. D |
| 9. Atunganye | 9. D |
| 10. Azoduga | 10. D |
| 11. Yarakorowe | |
| 12. Ariho - Muzima | |
| 13. Mubi – Ivyiza | |
| 14. Abatizera | |
| 15. Umumalayika | |
| 16. Satani | |
| 17. Nk'uko isi igenda | |
| 18. Abana | |
| 19. Abacunguwe | |
| 20. Yaratsinze | |
| 21. Rupfu – Kuzimu/Gihenomu | |
| 22. Intambara | |
| 23. Azocirwa urubanza | |
| 24. Kiyaga c'umuriro | |
| 25. Amaraso – Gushinga intahe | |

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Kwiba, kwica no gutikiza, gushira umwijima mu mitima y'abatizera, guhenda, kurega, n'ibindi.

2. Kwiyerekana nk’umumalayika w'umuco. Mu gutera abantu kuvuga ibinyoma. Mu kubagerageza ngo bakore icaha. Mu gushoza abantu. Inyishu z’abanyeshure.
3. Inyishu z’abanyeshure. Bikwiye kuganirwaho mu mugwi.

# Igice ca 16: Intambara

**Uzuza**

1. Satani
2. Kwiyubara - maso
3. Abakuru_n'abaganza iyisi y'umwiza_ Impwemu zi_ ahantu ho mw'ijuru
4. Intsinzi – kwizera
5. Abakuru – abafise ububasha
6. Yaratikije
7. Cane – ubushobozi
8. Ubwami
9. Ukwizera
10. Mu muriro
11. Ivyanditswe
12. Tuzofatira ingingo
13. Batsindwa
14. Akarorero
15. Tubandanya
16. Igihe kimwe
17. Umuvugizi
18. Satani
19. Iyikomeye – iyidahungaba
20. Icaha – Umwidegemvyo – ubutumire
21. Gushaka
22. Kubandanya
23. Guterwa _ Kwihangana
24. Guteza imbere
25. Ntiturwana
26. Kwatura – Guhimbaza
27. Kunesha
28. Masezerano
29. Ishengero
30. Twebwe

**Hitamwo**

1. C
2. D
3. B
4. D
5. D
6. A
7. D
8. B
9. B
10. A
11. C
12. B
13. A
14. B
15. C

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Isonzeshe, senga, soma Bibiliya yawe, ba mu busabane, himbaza, atura, shinga intahe, unavuge mu ndimi.
2. Ubugunge, ubwoba, iterabwoba, kuryosharyosha, ubuhemu, ugukwegakwega, ubunebwe, umubabaro
3. Ku bwo kuzuka kwiwe

## Igice ca 17: Itegeko Rikuru

**Uzuza**

1. Dutumwa
2. Mahanga yose
3. Izina – Data – Umwana – Mpwemu Yera
4. Ku mpera y'isi
5. Umwitwarariko
6. Kwihana – Kubatizwa
7. Bigishije – Aho ari hose
8. Wese – Kwitwararika – kwamamaza
9. Batizeye
10. Atawababwiye
11. Atawabigishije
12. Atawabatumye
13. Ibirenge
14. Ntitwibeshe
15. Ntiyipfuza
16. Bokizwa
17. Ntimugakekeranye
18. Ibisanzwe
19. Ni ubu nyene!!!
20. Uwimbura- Impembo – Ivyamwa – Ubugingo budashira
21. Abizigirwa – Ubutumwa Bwiza – Turiko turazana

**Hitamwo**

1. D
2. C
3. C
4. C
5. C
6. C
7. C
8. C
9. C
10. B

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Nimba warakijijwe wategerezwa kwama witeguye.
2. Igihe ni iki nyene! (Umugore wo kw'iriba muri Yohana 4)
3. Baza Mpwemu Yera.

## Igice ca 18: Gusozera

**Uzuza**

1. Iguma ikura
2. Ukubaho kwiwe
3. Paulo – Yesu
4. Paradizo
5. Ivyo twiteze
6. Amasinzi
7. Umwagazi
8. Kora ibintu – Tahura
9. Urukundo rutovugwa
10. Ibigirankana
11. Ibikorwa – Vyiza
12. Bihoraho
13. Kwicako
14. Rwana – Intambara yo kwizera
15. Hagarara – Gucirwa urubanza
16. Ivyo gushaza
17. Anka – Ikiba
18. Ingero – Ibihe vyose
19. Gupfa
20. Umwami Imana

**Hitamwo**

1. D
2. D
3. D
4. D
5. D
6. B
7. C
8. D
9. C
10. C

**Ibibazo vyishurishwa ibisomwa**

1. Soma Bibiliya, usenge. Urabe neza ko abanyeshure batahura neza ibituma bakwiye kwatura kandi bagashinga intahe.
2. Inyishu y'umwe wese ukwiwe. (Biraryoshe kubiganirako mu mugwi).
3. Ikintu cose gikenewe kugira ngo dupfe kuri kamere hanyuma dukurikire Umwami neza.
4. Umwe wese yishure ukwiwe. Baza igituma.

Copyright © 2013 by Jim O'Connor. All rights reserved.

Any or all of this publication may be reproduced, stored in a retrieval system, or transmitted by any way or any means, electronic, mechanical, photocopy, recording or otherwise, without obtaining the permission of the author: as he prays for the Gospel of Kristo to impact the millions across the nations and in all parts of the world.

Scripture quotations marked are taken from the authorized *King James Version* of the Bible

Scripture quotations marked are taken from the *New King James Version.* Copyright 1979, 1980, 1982 by Thomas Nelson, Inc. Used by permission. All rights reserved.

Scripture quotations marked are taken from the *Holy Bible, New International Version.* NIV. Copyright, 1973, 1978, 1984 by International Bible Society. Used by permission of Zondervan Publishing House. All rights reserved.

Bible citations in this publication marked (ml) are from the *Modern Language Bible,* New Berkeley Version in Modern English, Revised Addition, 1945, 1959, 1969 by Hendrickson Publishing. All Rights reserved.

Bible quotations marked (LB) are taken from the *Living Bible,* Tyndale House Publishers. Used by Permission of Tyndale House Publishers. All rights reserved.

Bible quotations marked have puncuation and tense changed for clarity.